ISHENGERO ANGLIKANE MU BURUNDI

# IGITABO

# C' AMASENGESHO

**(Gisubiwemwo ubwa kabiri)**

UMWAKA W' UMWAMI WACU YESU KRISTO, 2012

© ISHENGERO ANGLIKANE MU BURUNDI

Nta wundi muntu n' umwe yemerewe kwimura, kugwiza canke kwandika ukundi, akoresheje uburyo ubwo ari bwo bwose, igihimba na kimwe kiri muri iki gitabo atabirekuriwe mu buryo bwanditswe n' uwubifitiye uburenganzira ari we **Ishengero Anglikane mu Burundi**

Gisohorewe muri MEX s.a.
Boulevard de l'Indépendence
B.P. 3677 Bujumbura
Tél. 257 22 274840
E-mail: mexbdi@cbinf.com

## IBIRIMWO:


**INTANGAMARARA** ............................................ ……..vi

I. **UGUSENGA KW' IMISI YOSE**................... ……………1

A. Ugusenga kwo mu gitondo........................................ 1

B. Ugusenga kwo ku mugoroba .................................. 17

II. **AMASENGESHO ASENGWA RIMWE RIMWE**.... ……27

III. **AMASENGESHO YO KWAMBAZA IMANA (LITANI)**…33

**IV. AMASENGESHO YO KU MISI Y' IMANA N' AY' IMISI MIKURU, N' IBISOMWA VYO MURI BIBILIYA**.. 40

A. Ibihe biteguriza Kuza kwa Kristo .............................. 40

B. Ibihe vyo Kwerekanwa (Epifaniya)………. ............... 44

C. Ibihe bibanziriza ibihe vyo Kwisonzesha…………… 46

D. Ibihe vyo Kwisonzesha……….................................. 48

E. Ibihe vy' Imibabaro ya Kristo – Iyinga Ryeranda….. 50

F. Ibihe vya Pasika………………… ......................... 53

G. Umusi wo Kuduzwa mw'ijuru kwa Kristo (Asansiyo) 56

H. Umusi wa Pentekote………. .................................. 57

I. Ibihe vy' Ubututatu Bweranda………………….......... 57

J. Iyindi misi mikuru.. ..................................................... 67

V. **ISANGIRA RYERANDA**……… ................................. 76

A. Isangira Ryeranda (A)............................................... 76

B. Isangira Ryeranda (B)……………. ......................... 93

**VI. AMASENGESHO YAGENEWE IMISI MIKURU MW' ISANGIRA RYERANDA**…… ............................. 106

VII. **KUBATIZA** ........................................................... 109

**VIII. KWAKIRA NO KWINJIZA MW' ISHENGERO ABAVA MU YANDI MASHENGERO**…. .................... 121

IX. **GUKOMEZWA**………. ............................................ 125

A. Katekisimu y' Abakomezwa……………………..... 125

B. Gukomezwa………………………............................ 132

X. **IVYEREKEYE UMUBANO MWERANDA**……………. 137

A. Ugushingira kweranda…………………………..... 137

B. Ivy' ukweza umubano w' abari barabiranye badaciye mw' Ishengero………………….............. 147

**XI. AMASENGESHO YO GUSHIMA IMANA KW' INGO N' IMIRYANGO**…. ............................................ 152

A. Gushima Imana kw' abibarutse…………………..... 152

B. Gushima Imana mu gihe ca Yubile ku bubatse…...156
C. Umusi w' ivyimburwa…………….......................160
XII. **AMASENGESHO Y'ABARWAYE**…………… ...........164
A. Gusuhuza abarwaye……………..............................164
B. Isiga ry' abarwaye………….. ...............................169
C. Amasengesho yo kwambaza Imana (Litani)
hari abari ku mpfiro………………… .....................172
XIII. **ISANGIRA RYERANDA KU BARWAYE**……………..175
XIV. **GUHAMBA ABAPFUYE**…………..............................178
A. Guhamba uwukuze……………...................................178
B. Guhamba umwana…………….....................................184
XV. **GUCA KU MAZI NO KUGANDUKA RUKRISTO**…… 189
XVI. **AMAZABURI**. .......................................................193
XVII. **KUROBANURIRWA NO GUSHIKIRIZWA AMABANGA MW' ISHENGERO RY' IMANA**……….........................194
A. Kurobanura Abadiyakoni……………….....................194
B. Kurobanura Abapasitori………………….................199
C. Gushikirizwa ibanga ry' ubukanoni………………… 207
D. Kurobanura Abepisikopi………………… ..............210
E. Amasengesho yo kwambaza Imana (Litani) mu
gihe co kurobanura abakozi b' Ishengero. ..............222
XVIII. **KWINJIRA ISENGERO**…………. ...........................225
XIX. **GUSHIKIRIZA ABAPASITORI**……………….............231
XX. **KATEKISIMU**..........................................................236
A. Katekisimu ya mbere……………… ........................236
B. Katekisimu ya kabiri…………… .............................250
XXI. **INGINGO Z' IVYO TWIZERA** ....................................273
XXII. **IVYONGEWEKO** .......................................................289
i. Gusengera hamwe kw' abo mu muryango……........289
A. Gusenga kwo mu gitondo…………………..............289
B. Gusenga kwo ku mugoroba………………………........291
ii. Icete kigena umupasitori mushasha ahantu……... ..294

## INTANGAMARARA

Igitabo ca mbere c’ amasengesho mu Kirundi candikiwe muri "Uganda Bookshop Press" y’ i Kampala mu 1961 kigenewe gukoreshwa mw’ Ishengero Anglikane Rwanda-Urundi, Ishengero ry’ Uburundi rikiri muri "Province" ya Uganda. Casubiwemwo ubwa mbere n’ ishirahamwe "CEPRODILIC" ku ruhusha rw’ Umwepisikopi Mukuru w’ Ishengero Anglikane mu Burundi, Samuel Sindamuka mu 1992, gisohorwa na "Imprimerie Evangélique" y’ i Kiremba. Ibikorwa vyo kugisubiramwo ubwa kabiri vyakozwe na Komisiyo ijejwe ivya Liturijiya muri "Province" Anglikane y’ Uburundi mu mwaka wa 2010 ku ruhusha rw’ Inama nkuru (Synode) ya "Province" yabaye ku magenekerezo ya 13 na 14 Nzero 2009, irongowe n’ Umwepisikopi Mukuru Bernard Ntahoturi.

Iki gitabo ni ingabire ihambaye Imana yaduhaye, kidufasha kugira ngo ugusenga Imana kwacu kube ukutagira agasembwa. Amajambo yaco yose ahuye n’ ayari muri Bibiliya, kandi afasha Umwepisikopi, Umupasitori, Umudiyakoni n’ Umulayike kurongora neza abantu bakoraniye hamwe ngo bashike ku gusenga mu rutonde rwiza rwemewe n’ Ishengero Anglikane kandi guhesha Imana icubahiro.

# I. UGUSENGA KW' IMISI YOSE

## A. UGUSENGA KWO MU GITONDO

***Uwusengesha abanze asome ikigabure kimwe canke bimwe bimwe vyo muri ibi bigabure vyo mu Vyanditswe Vyeranda hanyuma abone gusoma amajambo abikurikira.***

**Y**amara Uhoraho we, ari mu rusengero rwiwe rwera: Isi yose nihwekerere imbere yiwe. *(Hab. 2:20)*

**N**aranezerewe hamwe bambwira bati: Tugende tuje ku ngoro y' Uhoraho. *(Zab. 122:1)*

**A**majambo yo mu kanwa kanje, n' ivyiyumviro vyo mu mutima wanje, bize bishimwe mu nyonga zawe, Uhoraho, gitandara canje, mucunguzi wanje. *(Zab. 19:14)*

**N**urungike umuco wawe n' ukuri kwawe, bindongorere, binjane ku murwa wawe wera, no mu mahema yawe. *(Zab. 43:3)*

**K**uko uku ari ko Imwe iri hejuru isumba vyose igize, iba ahatazohera, izina ryayo ni Uwera; iti: "Mba hejuru ahantu hera, kandi mbana n' uwufise umutima umenetse wicisha bugufi, kugira ngo mpembure imitima y' abicisha bugufi, mpembure n' abafise imitima imenetse." *(Yes. 57:15)*

**A**riko igihe kiraje, mbere kirageze, aho abasenga b' ukuri bazosengera Data mu mpwemu no mu kuri, kuko Data arondera abamusenga bameze gutyo. *(Yoh. 4:23)*

**U**munyavyaha niyahindukira akava mu vyaha vyiwe yakora, agakora ibitunganye n' ibikwiriye, azokiza ubugingo bwiwe urupfu. Kuko yirimbuye agahindukira akava mu bicumuro vyiwe vyose yakoze, ni ukuri azobaho, ntazopfa. *(Ezk. 18:27-28)*

**N**zi ibicumuro vyanje, icaha canje cama imbere yanje na ntaryo. *(Zab. 51:3)*

**H**isha inyonga zawe ivyaha vyanje, usibanganye ibigabitanyo vyanje vyose. *(Zab. 51:9)*

**U**horaho, umpane, ariko bitarenze urugero: ntumpanane ishavu, ngo uhave unzimiriza. *(Yer. 10:24)*

**U**buntu bube muri mwebwe, n' amahoro ava ku Mana Data wa twese no ku Mwami Yesu. *(Flp. 1:2)*

### Ku musi wo Kuza

**M**wihane; kuko ubwami bwo mw' ijuru buri hafi. *(Mat. 3:2)*

**I**jwi ry' uwusemerera riti: "Nimutegure inzira y' Uhoraho mu bugaragwa, musenere Imana yacu inzira y' iroro mu bweranyange." *(Yes. 40:3)*

**N**tushire umushumba wawe mu rukinja. Kuko ata wo mu bariho azotsindira mu nyonga zawe. *(Zab. 143:2)*

### Ku musi wa Noweli

**U**mve, ndababarira Ubutumwa Bwiza bw' akanyamuneza kenshi kazoza ku bwoko bwanyu bwose. Uyu musi Umukiza abavukiye mu gisagara ca Dawidi, ni we Kristo Umwami. *(Luk. 2:10,11)*

### Ukwerekanwa kwa Kristo mu Banyamahanga (Epifaniya)

**D**atabuja, noneho urasezeye umusavyi wawe amahoro, nk' uko wavuze: Kuko amaso yanje abonye agakiza kawe, ako wateguye mu maso y' amoko yose, kuba umuco wakira amahanga, no kuba ubwiza bw' abantu bawe. *(Luk. 2:29-32)*

**I**kangure, ikangure, wambare inkomezi zawe, ewe Siyoni! Ambara imyambaro yawe ishajije! Ewe Yerusalemu wa murwa wera; kuko uhereye none muri wewe hatazoshika uwutakebwe canke igihumane. *(Yes. 52:1)*

### Mu gihe co Kwisonzesha

**I**bimazi Imana ishikanirwa ni umutima umeneste. Umutima umenetse, ujanjaguwe, Mana ntuzowukengera. *(Zab. 51:17)*

**I**mitima yanyu abe ari yo mutabura, ariko si impuzu zanyu; kandi mugaruke k' Uhoraho Imana yanyu kuko ari Inyabuntu, yuzuye imbabazi, iteba kuraka, igira ikigongwe cinshi, kandi yigarura ngo ntizane ikibi. *(Yow. 2:13)*

**U**mwami Imana yacu ni yo ifise imbabazi no guharira ivyaha; naho twayigararije, ntitwumvire ijwi ry' Uhoraho Imana yacu, ngo tugendere mu mabwirizwa yayo yadushize imbere. *(Dan. 9:9, 10)*

**M**ve hasi, nje kwa data, ndamubwire nti: “Data, nacumuye ku Yo mw' ijuru no mu maso yawe, singikwiye kwitwa umwana wawe.” *(Luka. 15:18, 19)*

**T**uvuze yuko ata caha dufise, tuba twizimiza, ukuri ntikuba kuri muri twebwe. Nitwatura ivyaha vyacu, ni yo yokwizigirwa kandi igororoka, ivyo ni vyo bituma iduharira ivyaha vyacu, ikatwoza ukugabitanya kwose. *(1 Yoh. 1:8-9)*

## Ku wa Gatanu Mweranda

**Y**emwe mwese abihitira, mbega nta co murushe muvyibazako? Enda nimwitegereze, murabe ko hoba umubabaro uhwanye n' uyu wanje wanshitseko, uwo Uhoraho yambabarishije ku musi w' uburake bwiwe bw' inkazi. *(Int. 1:12)*

**M**uri we ni ho duherwa gucungurwa n' amaraso yiwe, ni kwo guharirwa ibicumuro vyacu, nk' uko itunga ry' ubuntu bwayo riri. *(Ef. 1:7)*

## Ku musi wa Pasika (Umusi w' izuka rya Yesu)

**K**risto yarazutse mu bapfuye, ni we yashurije abasinziriye. *(1 Kor. 15:20)*

**N**i ukuri Umwami Yesu yazutse. *(Luk. 24:34)*

**U**yu ni wo musi Uhoraho yashizeho; turawunezererwako, tukawuhimbarirwako. *(Zab. 118:24)*

### Ku musi w’ Iduzwa rya Yesu mw’ ijuru (Asansiyo)

**U**yo Imana yaramushize hejuru n’ ukuboko kwayo kw’ iburyo, ngo abe Umukuru n’ Umukiza, ngo ahe Abisirayeli kwihana no guharirwa ivyaha. *(Ivyak. 5:31)*

**N**uko, ko dufise Umuherezi mukuru akomeye, yaciye mw’ ijuru, ni Yesu Umwana w’ Imana, nitwegere intebe y’ ubuntu dushize ubwoba, kugira ngo turonke ikigongwe, kandi tubone ubuntu bwo kudutabara mu gihe gikwiye. *(Heb. 4:14, 16)*

### Ku musi wa Pentekote

**N**one mwebwe, ko muzi guha abana banyu ingabire nziza muri babi, mbega So wo mw’ ijuru ntazorushiriza rwose guha Mpwemu Mweranda abamumusavye? *(Luk. 11:13)*

**A**riko muzohabwa ubushobozi, Mpwemu Mweranda niyabazako; muzoba ivyabona vyo kunshingira intahe i Yerusalemu, n’ i Yudaya hose, n’ i Samariya, no gushika ku mpera y’ isi. *(Ivyak. 1:8)*

**K**andi kuko muri abana bayo, Imana yatumye Mpwemu w’ Umwana wayo mu mitima yacu, ataka ati: “Abba, Data”. *(Gal. 4:6)*

### Umusi w’ Ubutatu Bweranda

**U**wera, Uwera, Uwera, ni we Mwami Imana ashobora vyose, yamyeho, kandi ariho, kandi agira aze. *(Ivyah. 4:8)*

### Umusi wo Gushima Imana mu gihe c’ iyimbura

**W**ubahishe Uhoraho ibintu vyawe, bo n’ umushuzo w’ ivyeze vyawe vyose. Ni ho ibigega vyawe bizokwuzura vyongerekane, kandi n’ amato yawe azosesekara imitobe. *(Imig. 3:9-10)*

**U**horaho yashirishijeho isi ubwenge; ugutahura ni kwo yagumishije ijuru. Ukumenya ni ukwiwe, ni kwo kwatumye amasoko y’ i kuzimu atoboka, n’ ibipfungu bigatonyanga ikime. *(Imig. 3:19-20)*

***Uwusengesha ahanurisha abantu aya majambo yo kwicisha bugufi, ati:***

**B**avukanyi, mu Vyanditswe Vyeranda henshi, harimwo ibiduhanura kwemera ivyaha vyacu no kuvyatura, kandi yuko tudakwiye kwigira beza canke kubihisha imbere y' Imana ishobora vyose Data wa twese wo mw' ijuru. Ariko tuvyemerane imitima yicishije bugufi, yiyoroheje, yihana, yumvira, kugira ngo duheshwe kubiharirwa n' imbabazi zayo z' akaburarugero.

Kandi n'aho dukwiye kwemera ivyaha vyacu ibihe vyose mu nyonga z' Imana, ariko cane cane dukwiye kuvyatura iyo dukoraniye kuyishimira ivyiza bikuru iduhaye, no kuyihimbaza nk' uko ikwiye rwose, no kwumva Ijambo ryayo ryeranda cane, no kuyisenga ngo iduhe ivyo dukenye vy' imitima n' ivy' imibiri na vyo.

Ni co gituma mbinginga, mwebwe abakoraniye hano mwese, kwegerana Imana nanje, aho ivyagiye ku ntebe y' ubuntu buva mw' ijuru, tuzanye imitima itanduye n' ijwi ryiyoroheje, tuyaturire ivyaha vyacu.

***Canke avuge ati:***

**N**imuze twihane ibicumuro vyacu ku Mana ishobora vyose twicishije bugufi.

**Kwatura ivyaha vyacu, abantu bapfukamye**

***D**ata wa twese ushobora vyose kandi w' imbabazi nyinshi, twazimiye inzira zawe nk' intama zizimiye. Twashishikaye gukora ivyo twiyumviriye n' ivyo twipfuje. Twaciye mu vyagezwe nawe vyeranda. Twaretse ivyo dukwiye gukora. Twakoze ibidakwiye gukorwa, imitima yacu ni imihwere rwose. Ariko Bwirukiro, utugirire ikigongwe abafise umubabaro w' ivyaha vyacu. Mana uharire abatura ivyaha vyabo, ugarukane mu nzira yawe abihanye vy' ukuri, nk' uko wasezeranije abantu bose muri Kristo Yesu Umwami wacu. Kandi, Data wa twese w' imbabazi nyinshi, udufashe kubwa Kristo, guhera ubu twame tukwubaha, tugororoka, twirinda, kugira ngo izina ryawe ryeranda rishimishwe. Amen.*

***Umupasitori abe ari we wenyene avuga aya majambo ahagaze, abandi bagipfukamye.***

**I**mana ishobora vyose, Se w’ Umwami wacu Yesu Kristo, ntigomba ko umunyavyaha apfa, ariko igomba ko yihana, akareka ivyaha vyiwe, akabaho; kandi yageze abagabura ivyayo kubarira abasavyi bayo bihanye yuko babohowe bakuweko ivyaha vyabo. Ni yo iharira kandi ibohora abihana vy’ ukuri bose, bakizera Ubutumwa bwayo bweranda.

Nuko tuyinginge, iduhe kwihana kw’ ukuri, iduhe na Mpwemu wayo Mweranda, kugira ngo ivyo dukora guhera ubu biyinezereze, kandi ivyo tuzokora mu buzima bwacu bwose bibe ibitunganye vyejejwe; kugira ngo hanyuma tuze tuje mu munezero wayo udahera, tubiheshejwe na Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

***Canke:***

“**U**horaho Nyenububasha bwose kandi Umunyakigongwe, abuhagire ibicumuro vyanyu vyose kandi abibarekurire; abahe ukwihana nyakuri, abahe gutunganya neza ubuzima bwanyu bwose, abagirire ubuntu, abahe no guhumurizwa kuva kuri Mpwemu Mweranda. Amen.”

***Umupasitori iyo atari ho ari, Uwusengesha akoreshe iri sengesho:***

**M**ana y’ ubushobozi bwinshi, turagushimira yuko ufise imbabazi zidahera, kandi ko utagaya ikintu na kimwe waremye, kandi ko uharira ivyaha vy’ abihana bose: ubona ivyaha vyacu ingene bituboshe rwose nk’ ingoyi. Nuko utubohore kubw’ imbabazi zawe, no kubwa Yesu Kristo yacitse ikimazi cacu. Turakwinginze utwuhagize amaraso yiwe, uturememwo imitima mishasha, kugira ngo tugukorere ivyo ushima imisi yose. Mana y’ imbabazi zose, uduhe ivyo, kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

## Isengesho ry' Umwami wacu

***D**ata wa twese uri mw' ijuru izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw' isi nko mw' ijuru. Uduhe ivyo kurya bidukwiye uyu musi. Utubabarire ibicumuro vyacu, nk' uko natwe tubabarira ababitugirira. Ntutureke ngo tuje mu bitwosha nabi, yamara udukize wa Mubi. Kuko ari wewe ugaba vyose, ukaba Nyeninganji n' icubahiro, mu myaka yose. Amen.*

| | |
|---|---|
| ***Uwusengesha:*** | Bwirukiro teranura iminwa yacu. |
| ***Abantu:*** | *Ni ho akanwa kacu kazokwerekana ishimwe ryawe.* |
| ***Uwusengesha:*** | Mana tebuka udutabare |
| ***Abantu:*** | *Bwirukiro, nyaruka udukize.* |

**Bave hasi**

| | |
|---|---|
| ***Uwusengesha:*** | Icubahiro kibe ica Data wa twese; n' ic' Umwana n' ica Mpwemu Mweranda. |
| ***Abantu:*** | *Nk' uko cari ubwa mbere na mbere, n' ubu ni ko kiri, ni ko kizohora kiri ibihe vyose. Amen.* |
| ***Uwusengesha:*** | Nimuhimbaze Umwami Imana; |
| ***Abantu:*** | *Izina ry' Umwami nirihimbazwe.* |

***Uwusengesha akurikizeko Zaburi ya 95. Ku musi wo Kuzuka basome amajambo y' uwo musi, kandi ku musi ugira cumi n' icenda w' ukwezi uko ariko kwose, iyi Zaburi isomwe mu rutonde rw' ayandi mazaburi.***

## Zaburi ya 95–Venite

**N**imuze turirimbire Uhoraho.
Tuvugirize impundu igitandara c' agakiza kacu.
Tuje mu nyonga ziwe tumushima,
tumuvugirize impundu n' indirimbo.
Kuko Uhoraho ari Imana ihambaye,
ni Umwami ahambaye, asumba ibigirwamana vyose.
**I** kuzimu hari mu kuboko kwiwe;
kandi impinga z' imisozi miremire na zo ni iziwe.

Ikiyaga ni iciwe, ni we yakiremye:
intoke ziwe ni zo zabumvye imisozi.
Nimuze tumusenge twunamye,
dupfukamire Uhoraho Umuremyi wacu.
Kuko ari we Mana yacu, natwe turi abantu b' icanya ciwe, turi intama zo mu kuboko kwiwe.
Uyu musi icompa mukumva ijwi ryiwe!
Ntimukomantaze imitima yanyu, nk' uko mwayikomantarije i Meriba, no kuri wa musi w' i Masa mu bugaragwa,
hamwe basogokuruza banyu bangerageza,
bakancaca, bakabona igikorwa canje.
Nashavuriye ab' ico gihe imyaka mirongo ine,
ndavuga nti: "Aba ni abantu bama bazimira mu mitima yabo, kandi ntibamenye inzira zanje."
Ni co catumye ndahirana uburakari nti: "Ntibazoshika mu buruhuko bwanje."

> *Icubahiro kibe ica Data wa twese; N' ic' Umwana, n' ica Mpwemu Mweranda: Nk' uko cari ubwa mbere na mbere, n' ubu ni ko kiri: Ni ko kizohora kiri ibihe vyose. Amen.*

***Uwusengesha atoranye imwe canke zibiri muri Zaburi zindi. Igihe cose bahejeje gusoma izaburi bazokwama bakurikizako "Icubahiro kibe ica Data wa twese…" mu ndirimbo canke mu majambo. Aheze asome igihimba co mw' Isezerano rya Kera bakurikizeko aya majambo:***

## Guhimbaza Imana–Te Deum laudamus

**M**ana, turaguhimbaza;
Twemeye ko uri Umwami wacu.
Ivyo mw' isi vyose biragutazira,
Data wa twese uhoraho.
Abamarayika bose baguhimbarisha ijwi rirenga bo n' Ijuru n' abanyabubasha baribamwo.
Abakerubi n' Abaserafi bose bahora bagutazira imisi yose bati: "Uwera, Uwera, Uwera, Uhoraho Imana Nyeningabo, ijuru n' isi vyuzuye icubahiro cawe n' ubuninahazwa."
Ikoraniro ry' intumwa z' ubuninahazwa za Yesu riraguhimbaza.

Ikoraniro ry' Abavugishwa nawe batunganye riraguhimbaza.
Intwari mu rugamba z' Abishwe bahorwa izina ryawe baraguhimbaza.
Ishengero ryeranda ry' Abakristo bose bo mw' isi rirakwemera ko uri Data wa twese, ufise icubahiro c' akaburarugero; kandi ryemera n' Umwana wawe w' ikinege ko ari uw' ukuri kandi nyagusengwa; rikemera na Mpwemu Mweranda, we Mufasha wacu.

**U**ri Umwami w' ubuninahazwa, Kristo.
Uri Umwana ahoraho wa Data wa twese.
Hamwe vyaguhimbara gutangura igikorwa co kuducungura, waricishije bugufi kugeza aho wemera kuvuka ku Nkumi.
Umaze kunesha uruboyi rw' urupfu, wugururiye abizera bose inzira ija mu Bwami bwo mw' Ijuru.
Uvyagiye i buryo bw' Imana mu buninahazwa bwa Data wa twese.
Twizeye ko uzogarukanwa no kuba Umucamanza wacu.
Ni co gituma tukwingingira gufasha abasavyi bawe wacunguje amaraso yawe y' igiciro kinini.
Ubahe guharuranwa n' Aberanda bawe no kugabiranwa na bo ubuninahazwa bw' imyaka yose.

**U**horaho Mana, nutabare abantu bawe,
Uhe icibare cawe umugisha.
Nubaganze neza; kandi wame ubashigikira ibihe vyose.
Uko bukeye, uko bwije twama tugushemagiza kandi tukama dushemagiza Izina ryawe ibihe vyose.
Bwirukiro, emera kuturinda ntihagire icaha na kimwe dukora kuri uyu musi.

*Icubahiro kibe ica Data wa twese; N' ic' Umwana, n' ica Mpwemu Mweranda: Nk' uko cari ubwa mbere na mbere, n' ubu ni ko kiri: Ni ko kizohora kiri ibihe vyose. Amen.*

***Canke iyi ndirimbo yo guhimbaza–Benedicite***

**Y**emwe mwese bikorwa vy' Uhoraho,
Nimumuhimbaze, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe Bamarayika b' Uhoraho,
Nimumuhimbaze, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe Majuru, nimuhimbaze Uhoraho
Nimumuhimbaze, mumushemeze, mumuhe icubahiro
Yemwe Mazi ari hejuru y' amajuru,
Himbaza Uhoraho, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe ivy' Ubushobozi bw' Uhoraho mwese,
Nimumuhimbaze, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe Zuba n' Ukwezi,
Nimuhimbaze Uhoraho, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe Nyenyeri zo kw' ijuru,
Nimuhimbaze Uhoraho, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe Mvura n' Ikime,
Nimuhimbaze Uhoraho, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe Miyaga y' Uhoraho,
Nimumuhimbaze, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe Ci n' Agatasi,
Nimuhimbaze Uhoraho, mumushemeze, mumuhe icubahiro
Yemwe Gikonyozi n' Urubura,
Nimuhimbaze Uhoraho, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe Joro n' Umusi,
Nimuhimbaze Uhoraho, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe Mituragaro n' Igipfungu,
Nimuhimbaze Uhoraho, mumushemeze, mumuhe icubahiro.

**I**si nihimbaze Uhoraho; nimushemagize imuhe icubahiro.
Yemwe Misozi n' Udutumba,
Nimuhimbaze Uhoraho, mumushemeze, mumuhe icubahiro.

Yemwe Ibimera mw' isi mwese,
Nimuhimbaze Uhoraho, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe Migezi n' Amasoko,
Nimuhimbaze Uhoraho, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe Kiyaga n' Inzuzi,
Nimuhimbaze Uhoraho, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe Bifi binini binini n' Ibindi vyose biba mu Mazi,
Nimuhimbaze Uhoraho, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe Ibiguruka mu kirere,
Nimuhimbaze Uhoraho, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe Bana n' Abakuze,
Nimuhimbaze Uhoraho, mumushemeze, mumuhe icubahiro.

**I**sirayeli, nahimbaze Uhoraho, amushemeze, amuhe icubahiro.
Yemwe Abaherezi b' Uhoraho,
Nimumuhimbaze, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe Basavyi b' Uhoraho,
Nimumuhimbaze, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe Mitima n' Impwemu vy' Abagororotsi,
Nimumuhimbaze, mumushemeze, mumuhe icubahiro.
Yemwe Beranda b' imitima yicishije bugufi,
Nimuhimbaze Uhoraho, mumushemeze, mumuhe icubahiro

*Icubahiro kibe ica Data wa twese; n' ic' Umwana, n' ica Mpwemu Mweranda. Nk' uko cari ubwa mbere na mbere, n' ubu ni ko kiri ni ko kizohora kiri ibihe vyose. Amen.*

***Bakurikizeko gusoma igihimba co mw' Isezerano Rishasha. Hanyuma bakurikizeko iyi ndirimbo bayivuga canke bayiririmba:***

**Zakariya avugishwa n' Imana-Benedictus** ***(Luk. 1:68-79).***

**A**ti Umwami ashimwe, Imana y' Abisirayeli;
Kuko igendeye abantu bayo, ikabacungura.
Kandi iduhagurukirije ihembe ry' agakiza
Mu nzu ya Dawidi umusavyi wayo;
Nk' uko yavugiye mu kanwa k' aberanda yavugisha bahereye mbere na mbere,
Ngo idukize abansi bacu n' amaboko y' abatwanka bose.
Kandi igirire ba sogokuruza imbabazi,
Yibuke isezerano ryayo ryeranda,
Indahiro yarahiye sogokuruza Aburahamu
Ko izoduha gukizwa amaboko y' abansi bacu,
Tukayisenga ata bwoba,
Turi aberanda tugororoka mu nyonga zayo imisi yacu yose,
Kandi nawe, mwana, uzokwitwa umuntu avugishwa n' Isumba vyose,
Kuko uzokwitangira imbere y' Umwami Imana gutegura inzira ziwe:
Kumenyesha abantu biwe agakiza.
Ko ari uguharirwa ivyaha vyabo,
Kubw' umutima w' imbabazi w' Imana yacu.
Ni wo uzotuma umutwenzi utugendera uvuye mw' ijuru.
Ngo utambikire abicaye mu mwijima no mu gitutu c' urupfu,
Urongorere ibirenge vyacu mu nzira y' amahoro.

> *Icubahiro kibe ica Data wa twese; n' ic' Umwana n' ica Mpwemu Mweranda. Nk' uko cari ubwa mbere na mbere n' ubu ni ko kiri. Ni ko kizohora kiri ibihe vyose. Amen.*

**Canke Zaburi 100: Jubilate Deo**

**Y**emwe abari mw' isi yose, muvugirize Uhoraho impundu;
Musabe Uhoraho munezerewe;
Muze mu nyonga ziwe muririmba.
Mumenye yuko Uhoraho ari we Mana;
Ni we yaturemye, natwe turi abiwe, turi abantu biwe,
Turi intama zo mu canya ciwe.
Mushike mu birimba vyiwe mushima;
No mu nyubakwa ziwe muhimbaza;
Mumukengurukire, mushemagize Izina ryiwe.
Kuko Uhoraho ari mwiza, imbabazi ziwe zihoraho ibihe bidashira.
Kandi ahora ari umwizigirwa no gushika ibihe vyose.

> *Icubahiro kibe ica Data wa twese; n' ic' Umwana n' ica Mpwemu Mweranda; nk' uko cari ubwa mbere na mbere, n' ubu ni ko kiri: ni ko kizohora kiri ibihe vyose. Amen.*

**Ukwemera kw' Intumwa *(Abantu bose bahagaze)***

***N**emera Imana Data wa twese ashobora vyose Umuremyi w' ijuru n' isi.*

*Nemera na Yesu Kristo Umwana wiwe w' ikinege Umwami wacu, yavyawe n' inkumi Mariya, yasamwe inda kubwa Mpwemu Mweranda. Yatanzwe na Pontiyo Pilato, arababazwa, abambwa ku musaraba, arapfa, arahambwa amanuka i kuzimu mu bapfuye, azuka ku musi ugira gatatu, aja mw' ijuru, avyagira i buryo bwa Data wa twese ashobora vyose; ni ho azova aje guca urubanza rw' abazoba bakiriho n' abazoba barapfuye.*

*Nemera Mpwemu Mweranda.*

*Nemera yuko hari Ishengero rimwe ryeranda ry' abakristo bose n' umubano mwiza w' Aberanda no guharirwa ivyaha, no kuzuka kw' umubiri, n' ubuzima budahera. Amen.*

***Uwusengesha:*** Uhoraho abane namwe.
***Abantu:*** *Abane n' umutima wawe.*

***Uwusengesha:*** Dusenge.

**Bose bapfukame**

| | |
|---|---|
| ***Uwusengesha:*** | Bwirukiro utugirire ikigongwe. |
| ***Abantu:*** | *Uduhe agakiza kawe.* |
| ***Uwusengesha:*** | Bwirukiro rongora abatuganza |
| ***Abantu:*** | *Utwumvane imbabazi zawe, uko tukwambaje.* |
| ***Uwusengesha:*** | Ambika abagabura ivyawe ukugororoka. |
| ***Abantu:*** | *Nezereza abantu bawe watoranije.* |
| ***Uwusengesha:*** | Bwirukiro zigama abantu bawe. |
| ***Abantu:*** | *Uhe icibare cawe umugisha.* |
| ***Uwusengesha:*** | Bwirukiro, uduhe amahoro mu buzima bwacu. |
| ***Abantu:*** | *Kuko ata wundi wo kudutabara, atari wewe, Mana.* |
| ***Uwusengesha:*** | Mana woze imbere mu mitima yacu; |
| ***Abantu:*** | *Kandi woye kudukurako Mpwemu wawe Mweranda* |

***Uwusengesha asenge isengesho ryagenewe uwo musi.***

## Gusaba amahoro

**M**ana, turagushimira yuko ari wewe uzana amahoro, kandi ko ukunda ko abantu bakundana; tuzi yuko kukumenya ari bwo buzima budahera, kandi kugukorera ko ari ugucika nk' abami. Abasavyi bawe twiyoroheje uturinde aho abansi boduterera hose, kugira ngo kwizigira ko ari wewe utuzigama kuduheshe kudatinya inkomezi z' umwansi wacu wese. Uduhe ivyo kubw' ububasha bwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

## Gusaba ubuntu

**B**wirukiro, Data wa twese uri mw' ijuru, Mana ushobora vyose uhoraho. Turagushimiye yuko udushikanye aho uyu musi utanguriye tugikomeye. Utuzigamishe ububasha bwawe bwinshi, kandi uduhe kudakora icaha na kimwe kuri uyu musi, no kutagira irinde ryose tujamwo, ariko ivyo dukora vyose biganzwe n' ubutware bwawe, twame dukora ibitunganye imbere yawe imisi yose. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

## Gusengera abatuganza

**M**ana, Data wa twese uri mw' ijuru, ni wewe usumba vyose uri Inyabushobozi, ni we Mwami aganza abami, ni wewe uganza abaganza bo mu bihugu vyose, ukitegereza abantu bose bo mw' isi, uvyagiye ku ntebe yawe yo mw' ijuru. Turakwingingira guha umugisha no kwama urongora Perezida w' Uburundi, n' abatuganza bose bo mu gihugu cacu; ubahe ubwenge bwo kuja inama neza, bace imanza z' ukuri, kandi ubereke yuko ubutungane ari bwo butuma igihugu gitera imbere, ubahishurire bose agakiza kawe, ngo bakwizere, bakwubahe imisi yose y' ukubaho kwabo; kugira ngo hanyuma baze batahe mu bwami bwawe butazohangura. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

## Gusengera Ishengero

**M**ana ushobora vyose wamaho, ni wewe ukora ibitangaza wenyene; turakwinginze wame uzigamisha Mpwemu wawe Mweranda Abepisikopi bacu, Abapasitori bacu, Abigisha bose, hamwe n' Ishengero ryose barongora; uturekurire ikime c' umugisha kiva kuri wewe, kugira ngo tubone kugushimisha vy' ukuri. Uduhe ivyo kubwa Yesu Kristo, Umukama wacu. Amen.

## Gusengera abantu bose

**M**ana, ni wewe Muremyi kandi Umuzigamyi w' abantu bose; turasengeye abantu bose uko bari kwose, uko bamerewe kwose. Nubamenyeshe inzira yawe, kandi bagaragaze agakiza kawe mu mahanga yose. Kandi cane cane turasengeye Ishengero ry' Abakristo bose; kugira ngo ritungane neza, urirongoreshe kandi uriganzishe Mpwemu wawe mwiza, kugira ngo abemera bose ko ari Abakristo, bakitwa iryo zina, barongorwe mu nzira y' ukuri, kandi babangirize ukwizera bahuje umutima, bafatanijwe n' umugozi w' amahoro, bagire ingeso nziza z' ubweranda.

Ibisigaye, Muvyeyi mwiza, turagije imbabazi zawe abantu bose bari mu vyago canke mu marushwa, ari mu mitima canke mu mibiri canke mu bintu vyabo; (cane cane tugushize imbere abagomba ko tubasengera: ....). Emera kubaremesha no kubakiza

mu mubabaro wabo wose, ubahe kwihanganira ayo magorwa barimwo, kandi ubahe ugutabagwa imibabaro yabo yose. Ivyo vyose tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umukama wacu. Amen.

***Uwusengesha ashobora gutora ayandi mu masengesho asengwa rimwe rimwe yanditswe uhereye ku rupapuro rwa 33.***

**Isengesho ryo gushima (Yohana Krizostomu[*])**

**M**ana Rugiravyose, turagushimiye yuko uduhereye ubuntu kugusengesha umutima uhuye, kandi ko wasezeranije yuko babiri canke batatu iyo bakoraniye hamwe mw' izina ryawe, uzobaha ivyo basavye. Emera kuduha ivyo tugomba n' ivyo dusavye, ivyo ubona ko vyotugirira akamaro. Kandi tukiri muri iyi si uduhe kumenya ukuri kwawe, no mu gihe kizoza uze uduhe ubugingo budashira. Amen.

***U**buntu bw' Umwami wacu Yesu Kristo, n' urukundo rw' Imana, n' ubumwe buva kuri Mpwemu Mweranda, bibane natwe twese ibihe vyose. Amen. (2 Ab' i Korinto 13:14)*

***Umupasitori ahezagire ishengero kandi arisezere avuga ati:***

***Umupasitori:***"**A**mahoro y' Imana, arengeye uko yomenywa n' umuntu wese, ateramire imitima yanyu, n' ivyiyumviro vyanyu, kugira ngo mwame mumenya mukunda Imana n' Umwana wayo Yesu Kristo Umukama wacu; kandi umuhezagiro w' Imana ishobora vyose, Data wa twese, n' Umwana, na Mpwemu Mweranda, uhore muri mwebwe, kandi ugumane namwe imisi yose. Amen."

**Y**esu yavuze, ati: "Nk' uko Data yantumye, ni ko nanje ndabatumye." Nimugende mu mahoro y' Imana.

***Abantu:*** *Tubishimire Imana.*

---

[*] Yabaye Umwepiskopi w' i Antiyokiya mu kinjana ca 4. Yoba ari we yabaye uwa mbere mu gukoresha izina Bibiliya ku Vyanditswe Vyeranda. Ni we yasenze iryo sengesho ryavuye mu gitabo ciwe c' Amasengesho. Yakoresheje amajambo dusanga muri Bibiliya (Mat. 18:20).

## B. **UGUSENGA KWO KU MUGOROBA**

***Uwusengesha abanze asome ibigabure bimwe bimwe vyo mu Vyanditswe Vyeranda:***

**Y**amara Uhoraho we, ari mu rusengero rwiwe rweranda: isi yose nihwekerere imbere yiwe. *(Hab. 2:20)*

**U**horaho, nkunda aho inzu yawe igerereye, ahantu ubwiza bwawe buba. *(Zab. 26:8)*

**U**gusenga kwanje gushirwe imbere yawe nk' imibavu, n' amaboko yanje kuyatarika kube nk' ikimazi co ku mugoroba. *(Zab. 141:2)*

**M**usenge Uhoraho mwubashe, mushazishije ukwera: yemwe abari mw' isi mwese, muhindire agashitsi imbere yiwe. *(Zab. 96:9)*

**A**majambo yo mu kanwa kanje, n' ivyiyumviro vyo mu mutima wanje, bize bishimwe mu nyonga zawe, Uhoraho, gitandara canje, mucunguzi wanje. *(Zab. 19:14)*

### Mu gihe c' Ukuza

**N**uko mwame mugavye, kuko mutazi igihe nyene urugo azozamwo, namba ari ku mugoroba, canke mu gicugu, canke mu nkoko, canke umutwenzi ukitse: kugira ngo niyaza giturumbuka, ntasange musinziriye. *(Mrk. 13:35,36)*

### Ku musi wa Noweli

**E**he ihema ry' Imana riri kumwe n' abantu, kandi izogerera muri bo, na bo bazoba abantu bayo, kandi Imana ubwayo izobana na bo, izoba Imana yabo. *(Ivyah. 21:3)*

### Ukwerekanwa kwa Kristo mu Banyamahanga

**A**mahanga azoza ku muco wawe, n' abami bazoza ku gukayangana kwawe. *(Yes. 60:3)*

### Kwisonzesha

**N**zi ibicumuro vyanje, icaha canje cama imbere yanje na ntaryo. *(Zab. 51:3)*

**U**mwami Imana yacu ni we afise imbabazi no guharira ivyaha, naho twamugararije, ntitwumvire Uhoraho Imana yacu, ngo tugendere mu vyagezwe na we yadushize imbere, abirungikanye abasavyi biwe, ari bo bavugishwa na we. *(Dan. 9:9,10)*

**T**uvuze yuko ata caha dufise, tuba twizimiza, ukuri ntikuba kuri muri twebwe. Nitwatura ivyaha vyacu, ni yo yo kwizigirwa kandi igororoka, ivyo ni vyo bituma iduharira ivyaha vyacu, ikatwoza ukugabitanya kwose. *(1 Yoh. 1:8-9)*

### Ku wa Gatanu Mweranda

**T**wese twazimiye nk' intama, twese twagiye isabagire, umuntu wese mu nzira yiwe; Uhoraho amuremeka ukugabitanya kwacu twese. *(Yes. 53:9)*

### Ku musi wa Pasika

**A**riko Imana ishimwe, iduha gutsinda kubw' Umwami wacu Yesu Kristo. *(1 Kor. 15:57)*

**N**one rero asangwa mwarazuranywe na Kristo, murondere ibiri hejuru, iyo Kristo ari, avyagiye i buryo bw' Imana. *(Kol. 3:1)*

### Ku musi w' Iduzwa rya Yesu mw' ijuru (Asansiyo)

**E**rega Kristo ntiyinjiye aheranda cane hakozwe n' intoke z' abantu ari ho kigereranyo c' ah' ukuri, ariko yinjiye mw' ijuru ubwaho, kugira ngo aduserukire imbere y' inyonga z' Imana. *(Heb. 9:24)*

### Ku musi wa Pentekote

**H**ariho uruzi, amazi yarwo anezereza umurwa w' Imana, ni wo heranda hari amahema y' Isumba vyose. *(Zab. 46:4)*

**K**andi Mpwemu bo na wa Mugeni barahamagara bati, "Ngo ino". Kandi uwumva nahamagare na we ati, "Ngo ino". Kandi uwufise

inyota naze, uwugomba niyakire amazi y' ubuzima ata co arinze gutanga. *(Ivyah. 22:17)*

### Ubutatu Bweranda

**U**wera, Uwera, Uwera, ni we Uhoraho Nyene ingabo: "Isi yose yuzuye icubahiro ciwe." *(Yes. 6:3)*

### *Uwusengesha aheze avuge ati:*

"**N**imuze twihane ibicumuro vyacu ku Mana ishobora vyose twicishije bugufi."

### *Canke ahanurishe abantu aya majambo:*

**B**avukanyi, mu Vyanditswe Vyeranda henshi hariho ibiduhanura kwemera ivyaha vyacu no kuvyatura; kandi yuko tudakwiye kwigira beza canke kubihisha imbere y' Imana ishobora vyose Data wa twese wo mw' ijuru. Ariko tuvyemerane imitima yicishije bugufi, yiyoroheje, yihana, yumvira, kugira ngo duheshwe kubiharirwa n' imbabazi zayo z' akaburarugero.

Kandi naho dukwiye kwemera ivyaha vyacu ibihe vyose mu nyonga z' Imana, ariko cane cane dukwiye kuvyatura iyo dukoraniye kuyishimira ivyiza bikuru iduhaye, no kuyihimbaza nk' uko ikwiye rwose, no kwumva Ijambo ryayo ryeranda cane, no kuyisenga ngo iduhe ivyo dukenye: vy' imitima n' ivy' imibiri na vyo.

Ni co gitumye mbinginga, mwebwe abakoraniye hano mwese, kwegerana Imana nanje, aho ivyagiye ku ntebe y' ubuntu buva mw' ijuru, tuzanye imitima itanduye n' ijwi ryiyoroheje, tuyaturire ivyaha vyacu.

### Kwatura ivyaha vyacu, bose bicishije bugufi

***D**ata wa twese ushobora vyose kandi w' imbabazi nyinshi, twazimiye inzira zawe nk' intama zizimiye. Twashishikaye gukora ivyo twiyumviriye n' ivyo twipfuje. Twaciye mu vyagezwe nawe vyeranda. Twaretse ivyo dukwiye gukora, twakoze ibidakwiye gukorwa; imitima yacu ni imihwere rwose. Ariko Bwirukiro,*

*utugirire ikigongwe abafise umubabaro w' ivyaha vyacu. Mana uharire abatura ivyaha vyabo, ugarukane mu nzira yawe abihanye vy' ukuri, nk' uko wasezeranije abantu bose muri Kristo Yesu, Umwami wacu. Kandi, Data wa twese w' imbabazi nyinshi, udufashe kubwa Kristo, guhera ubu twame tukwubaha, tugororoka, twirinda, kugira ngo izina ryawe ryeranda rishimishwe. Amen.*

**Uguharirwa ivyaha**

***Umupasitori abe ari we wenyene ahumuriza abantu ahagaze, abandi bagipfukamye.***

Imana ishobora vyose, Se w' Umwami wacu Yesu Kristo, ntigomba ko umunyavyaha apfa, ariko igomba ko yihana, akareka ivyaha vyiwe, akabaho; kandi yageze abagabura ivyayo kubarira abasavyi bayo bihanye yuko babohowe bakuweko ivyaha vyabo. Ni yo iharira kandi ibohora abihana vy' ukuri bose, bakizera Ubutumwa bwayo bweranda.

Nuko tuyinginge, iduhe kwihana kw' ukuri, iduhe na Mpwemu wayo Mweranda, kugira ngo ivyo dukora guhera ubu biyinezereze, kandi ivyo tuzokora mu buzima bwacu bwose bibe ibitunganye vyeranda; kugira ngo hanyuma tuze tuje mu munezero wayo udahera tubiheshejwe na Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Canke avuge ati:**

"**U**horaho Nyenububasha bwose kandi Umunyakigongwe, abuhagire ibicumuro vyanyu vyose kandi abibarekurire; abahe ukwihana nyakuri, abahe gutunganya neza ubuzima bwanyu bwose, abagirire ubuntu, abahe no guhumurizwa kuva kuri Mpwemu Mweranda. Amen."

**Isengesho ry' Umwami wacu**

***D**ata wa twese uri mw' ijuru izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw' isi nko mw' ijuru. Uduhe ivyo kurya bidukwiye uyu musi. Utubabarire ibicumuro vyacu, nk' uko natwe tubabarira ababitugirira. Ntutureke ngo tuje mu*

*bitwosha nabi, yamara udukize wa Mubi. Kuko ari wewe ugaba vyose, ukaba Nyeninganji n' icubahiro, mu myaka yose. Amen.*

***Uwusengegesha:*** Bwirukiro teranura iminwa yacu.

***Abantu:*** *Ni ho akanwa kacu kazokwerekana ishimwe ryawe.*

***Umusegesha:*** Mana tebuka udutabare.

***Abantu:*** *Bwirukiro nyaruka udukize.*

***Bave hasi.***

***Uwusengegesha:*** Icubahiro kibe ica Data wa twese; n' ic' Umwana n' ica Mpwemu Mweranda.

***Abantu:*** *Nk' uko cari ubwa mbere na mbere, n' ubu ni ko kiri, ni ko kizohora kiri ibihe vyose. Amen.*

***Uwusengegesha:*** Nimuhimbaze Umwami Imana.

***Abantu:*** *Izina ry' Umwami nirihimbazwe.*

***Bakurikizeko Zaburi yagenewe uwo musi. Hanyuma Igihimba co mw' Isezerano rya Kera gisomwe, bakurikizeko iyi ndirimbo ya Mariya Mweranda. Bayihejeje, co kimwe n' iyo bahejeje gusoma izaburi, bashobora kuririmba Gloria Patri canke Gloria in excelsis.***

***Abantu:***

***I**cubahiro kibe ic' Imana isumba vyose,*

*No kw' isi amahoro abe mu bo inezererwa!*

*Turaguhimbaza, turagushima, turagusenga, turagutazira, turagushimira icubahiro cawe cinshi,*

*Uhoraho Mana, Mwami wo mw' ijuru, Mana Data mushobora vyose.*

*Bwirukiro, Mwana w' ikinege Yesu Kristo,*

*Bwirukiro Mana, Mwagazi w' intama w' Imana, Mwana wa Data wa twese, ukuraho ivyaha vy' abari kw' isi, utugirire ikigongwe.*

*Ni wewe ukuraho ivyaha vy' abari kw' isi, wemere ivyo dusenze. Wewe uvyagiye i buryo bw' Imana Data wa twese, utugirire ikigonwe.*

*Kuko ari wewe wenyene Mweranda, ari wewe Mukama wenyene, wewe wenyene Kristo, ni wewe ushiranywe hejuru na Mpwemu Mweranda mu buninahazwa bwa Data wa twese. Amen.*

***Hasomwe igisomwa ca mbere nk' uko bitegekanijwe ku Kirangamisi c' Ishengero. Bace bakurikizako Magnificat bayisoma canke bayiririmba. Uwusengesha arashobora kureka igisomwa kimwe.***

**Gushima Imana kwa Mariya - Magnificat** ***(Luk. 1:46-55).***

**U**bugingo bwanje butazira Umwami Imana,
Umutima wanje unezererwa Imana Umukiza wanje:
Kuko yabonye ubufafara bw' umugurano wayo,
Kandi uhereye none, ab' ibihe vyose bazonyita umuhirwe.
Kuko Iyubushobozi inkoreye ibikomeye,
Kandi izina ryayo ni ryeranda,
Imbabazi zayo ziri ku bayubaha, ku buzukuru no ku buzukuruza babo.
Yerekanishije ubushobozi ukuboko kwayo,
Yasabagije abibona mu vyo biyumvira mu mitima yabo.
Yirukanye abaganza ku ntebe zabo,
Yashize hejuru abafafara.
Abashonje yabahagije ivyiza, yirukana abatunzi bagenda imvumure.
Yatabaye Isirayeli, umusavyi wayo,
Maze imbabazi zayo ngo izibuke,
Nk' uko yabwiye ba sogokuru,
Kuzigirira Aburahamu n' uruvyaro rwiwe, ibihe vyose.

> *Icubahiro kibe ica Data wa twese; n' ic' Umwana, n' ica Mpwemu Mweranda. Nk' uko cari ubwa mbere na mbere, n' ubu ni ko kiri, Ni ko kizohora kiri ibihe vyose. Amen.*

***Canke baririmbe imwe muri izi Zaburi: Zaburi 92, 98.***

***Hace hasomwa igisomwa co mw' Isezerano Rishasha nk' uko bisanzwe bitegekanijwe. Hanyuma bace baririmba canke bavuge iyi ndirimbo yitwa Nunc dimittis:***

"Databuja, noneho urasezeye umusavyi wawe amahoro, nk' uko wavuze:
Kuko amaso yanje abonye agakiza kawe, ako wateguye mu maso y' amoko yose,
Kuba umuco wakira amahanga,
No kuba ubwiza bw' abantu bawe b' Abisirayeli." *(Lk. 2:29-32)*

***Canke baririmbe Zaburi 67 canke Zaburi 103; bakurikizeko Ukwemera kw' Intumwa.***

**Ukwemera kw' Intumwa**

***N****emera Imana Data wa twese ashobora vyose Umuremyi w' ijuru n' isi.*

*Nemera na Yesu Kristo Umwana wiwe w' ikinege Umwami wacu, yavyawe n' inkumi Mariya, yasamye inda kubwa Mpwemu Mweranda. Yatanzwe na Pontiyo Pilato, arababazwa, abambwa ku musaraba, arapfa, arahambwa amanuka i kuzimu mu bapfuye, azuka ku musi ugira gatatu, aja mw' ijuru, avyagira i buryo bwa Data wa twese ashobora vyose; ni ho azova aje guca urubanza rw' abazoba bakiriho n' abazoba barapfuye.*

*Nemera Mpwemu Mweranda.*

*Nemera yuko hari Ishengero rimwe ryeranda ry' abakristo bose n' umubano mwiza w' Aberanda no guharirwa ivyaha, no kuzuka kw' umubiri, n' ubuzima budahera. Amen.*

***Uwusengesha:*** Uhoraho abane namwe.
***Abantu**:* *Abane n' umutima wawe.*

***Uwusengesha:*** Dusenge.

***Uwusengesha***: Bwirukiro, utugirire ikigongwe.

***Abantu:*** *Uduhe agakiza kawe.*
***Uwusengesha***: Ambika abagabura ivyawe ukugororoka.
***Abantu****:* *Nezereza abantu bawe watoranije.*
***Uwusengesha:*** Bwirukiro, zigama abantu bawe.
***Abantu***: *Uhe icibare cawe umugisha.*
***Uwusengesha:*** Bwirukiro, uduhe amahoro mu buzima bwacu.
***Abantu:*** *Kuko ata wundi wo kudutabara, atari wewe, Mana.*
***Uwusengesha:*** Mana woze imbere mu mitima yacu.
***Abantu:*** *Kandi woye kudukurako Mpwemu wawe Mweranda.*

**Gusenga**

***Uwusengesha asenge Isengesho ryagenewe uwo musi, aheze asenge aya masengesho.***

**Gusaba amahoro**

**M**ana Nyenicubahiro, turagushimira ko ari wewe wenyene utanga amahoro nyakuri, none twebwe abasavyi bawe turagusavye ngo uduteramire muri iri joro kugira ngo turare twizigiye ubuntu bwawe kandi twizeye ko ari wewe uturinda; twoye gutinya imyampi ya wa mubi kuko twizigiye inkomezi z' uwaducunguye ari we Yesu Kristo, Umukama wacu. Amen.

**Gusaba kurindwa ivyago**

**B**wirukiro Mana, turakwinginze utumurikishirize umuco wawe, udukure mu muzimagiza wa Satani, udukize kubw' imbabazi zawe ivyago vyose vyodutera muri iri joro kubw' urukundo rw' Umwana wawe, Yesu Kristo, Umukiza wacu. Amen.

**Gusengera abatuganza**

**M**ana, Data wa twese wo mw' ijuru, ni wewe usumba vyose uri Inyabushobozi, ni we Mwami aganza abami, ni wewe uganza abaganza bo mu bihugu vyose, ukitegereza abantu bose bo mw' isi, uvyagiye ku ntebe yawe yo mw' ijuru. Turakwingingira guha umugisha no kwama urongora Perezida w' Uburundi, n'

abatuganza bose bo mu gihugu cacu; ubahe ubwenge bwo kuja inama neza, bace imanza z' ukuri, kandi ubereke yuko ubutungane ari bwo butuma igihugu gitera imbere. Ubahishurire bose agakiza kawe, ngo bakwizere, bakwubahe, imisi yose y' ukubaho kwabo, kugira ngo hanyuma baze batahe mu bwami bwawe butazohangura. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu, ahora ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda. Muri Imana imwe, ibihe bitazoshira. Amen.

## Gusengera Ishengero

**M**ana Ushobora vyose wamaho, ni wewe ukora ibitangaza wenyene; turakwinginze wame uzigamisha Mpwemu wawe Mweranda Abepisikopi bacu, n' Abapasitori bacu, n' Abigisha bose, n' Ishengero ryose barongora. Uturekurire ikime c' umugisha kiva kuri wewe, kugira ngo tubone kugushimisha vy' ukuri. Uduhe ivyo kubwa Yesu Kristo, Umukiza wacu. Amen.

## Gusengera abantu bose

**M**ana, ni wewe Muremyi kandi Umuzigamyi w' abantu bose; turasengeye abantu bose uko bari kwose, uko bamerewe kwose. Nubamenyeshe inzira yawe, kandi bagaragaze agakiza kawe mu mahanga yose. Kandi cane cane turasengeye Ishengero ry' Abakristo bose; kugira ngo ritungane neza, urirongoze kandi uriganzishe Mpwemu wawe mwiza, kugira ngo abemera bose ko ari Abakristo bakitwa iryo zina, barongorwe mu nzira y' ukuri, kandi babangirize ukwizera bahuje umutima, bafatanijwe n' umugozi w' amahoro, bagire ingeso nziza z' ubweranda.
Ibisigaye, Muvyeyi mwiza, turagije imbabazi zawe abantu bose bari mu vyago canke mu marushwa, ari mu mitima canke mu mibiri canke mu bintu vyabo; (cane cane tugushize imbere abagomba ko tubasengera: …………………..). Emera kubaremesha no kubakiza mu mubabaro wabo wose, ubahe kwihanganira ayo magorwa barimwo, kandi ubahe ugutabarwa imibabaro yabo yose. Ivyo vyose tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umukiza wacu. Amen.

**Isengesho ryo gushima (Yohana Krizostomu[1])**

**M**ana Rugiravyose, turagushimiye yuko uduhereye ubuntu kugusengesha umutima uhuye, kandi ko wasezeranije yuko babiri canke batatu, iyo bakoraniye hamwe mw' izina ryawe, uzobaha ivyo basavye. Emera kuduha ivyo tugomba n' ivyo dusavye, ivyo ubona ko vyotugirira akamaro. Kandi tukiri muri iyi si, uduhe kumenya ukuri kwawe; no mu gihe kizoza uze uduhe ubugingo budashira. Amen.

**U**buntu bw' Umwami wacu Yesu Kristo, n' urukundo rw' Imana, n' ubumwe buva kuri Mpwemu Mweranda, bibane natwe twese ibihe bidashira. Amen *(2 Ab' i Korinto 13:14)*

***Canke Umupasitori ahezagire ishengero kandi arisezere ati:***

***Umupasitori:*** "**A**mahoro y' Imana, arengeye uko yomenywa n' umuntu wese, ateramire imitima yanyu, n' ivyiyumviro vyanyu, kugira ngo mwame mumenya mukunda Imana n' Umwana wayo Yesu Kristo Umukama wacu; kandi umuhezagiro w' Imana ishobora vyose, Data wa twese, n' Umwana, na Mpwemu Mweranda, uhore muri mwebwe, kandi ugumane namwe imisi yose. Amen."

**Y**esu yavuze, ati: "Nk' uko Data yantumye, ni ko nanje ndabatumye." Nimugende mu mahoro y' Imana.

***Abantu:*** *Tubishimire Imana*.

---

[1] Itegereze insiguro yatanzwe ku rupapuro rwa 16

## II. AMASENGESHO ASENGWA RIMWE RIMWE

### Gusengera Ubutumwa Bwiza ngo bukwire mu bihugu vyose

**M**ana ushobora vyose, Umwana wawe Yesu Kristo ni we yabariye Intumwa ziwe, ati: Mugende mu bihugu vyose, mubwire abaremwe bose Ubutumwa Bwiza. Natwe abo wahamagaye kuba Ishengero ryawe, uduhe umutima ukunda kwumvira ijambo ryawe, uduhe kumenyekanisha ivy' agakiza kawe mu mahanga yose. Turakwinginze, rabana imbabazi abatakuzi bose basanzaye nk' intama zitagira umwungere. Kandi Data wa twese, wewe Nyene ivyimburwa, urungike abimbuzi mu vyimburwa vyawe, ubahe kwerekanisha icubahiro cawe ubuzima bwabo, kugira ngo bashire imbere agakiza kawe mu bantu bose. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

### Gusengera abantu b' uburyo bwose

**M**wami Uhoraho, dushireko umutima twebwe abantu bawe turi hano imbere yawe, hamwe n' abasivye, basibijwe n' ubusaza, canke indwara, canke ubukonje, canke ikindi cose. Zigama abana, shigikira abashaje, remesha abadendebukiwe mu mitima, ugarukane mu rugo rwawe abazimiye. Jana n' abari mu rugendo, hagarikira abapfakazi n' impfuvyi, bohora imbohe, kiza abarwaye, utabare abari mu magorwa yose. Kandi wibuke kugirira neza abadukunda bose, bo n' abatwanka, kandi Mwami, abo twibagiye, wewe ubibuke; kuko ari wewe Mufasha w' abatagira shinge na rugero, ni wewe Mukiza w' abazimiye, ni wewe Buhungiro bw' abagowe, ni wewe Muvuzi w' abarwaye. Kandi Mwami, kuko uzi uko tumeze, utumare ubukene bwacu bwose, nk' uko itunga ryawe ry' ubwiza riri, ryo muri Kristo Yesu, Umwami wacu. Amen.

### Gusengera Amavuriro

**M**ana ushobora vyose, turagushimiye yuko Umwana wawe Yesu Kristo yagenda agirira abantu neza, abakiza indwara z' uburyo

bwose; turakwinginze, komeza ico gikorwa ciwe c' ubuntu no muri iki gihe, cane cane mu mavuriro yo mu gihugu cacu. Remesha abarwaye ubakize, kandi uhe abaganga n' abaforoma ubwenge no kugira akagongwe, no kumenyekanisha urukundo rwa Yesu kubw' ubuzima bwabo. Natwe uduhe gufatanya na bo kugira umutwaro wo kubereka inzira y' agakiza, kabonerwa muri Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

### Gusengera ababuze ababo

**M**wami w' imbabazi, nuhe ababuze ababo ukwihangana, ubahe n' inkomezi zo kwigumya muri ibi bihe vy' umubabaro, ntibaze baterwe n' umuvuro, ariko bareme mu mitima, boye kubabara nka ba bandi badafise ivyizigiro, ariko bibuke ivyiza vyose wabagiriye mu buzima bwabo, bizigire ko bazosubira kubonana mw' ijuru. Tubisenze mw' izina rya Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

### Gusengera Amaparuwasi yacu

**M**ana ushobora vyose, turakwinginze uhezagire Amaparuwasi yacu. Uduharire ivyaha vyacu, kandi urushirize kutwiyegereza. Kandi uko Ijambo ryawe risomwa canke rivugwa, urihe umugisha wawe, kandi uhezagire n' ibikorwa vyose vyo mw' Ishengero ryawe. Abarwaye canke abagowe ubahe ukwihangana, uhindure imibabaro yabo ibabere umugisha. Turakwinginze, ugendere abigisha n' abigishwa bo mu mashule yacu yose. Twese uduhe gukurira mu buntu bwa Yesu Kristo, no mu kumumenya, kuko kumumenya ari bwo bugingo budashira. Uduhe ivyo kubw' uwo yadupfiriye, Yesu Kristo, Umwami n' Umukiza wacu. Amen.

### Gusengera umusi w' Imana

**M**wami wacu Yesu Kristo, ni wewe wazutse uvuye mu bapfuye ku musi nk' uyu; nuko uduhe kwama twubaha uyu musi wawe mweranda, ntituwudeheko, canke ngo dukore ibitakunezereza, kugira ngo natwe tuze tuzuke tuje mu bugingo buzokwamaho ngo biguheshe icubahiro n' ishimwe. Ni wewe uhangamanye na Data

wa twese na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe ibihe bidashira. Amen.

### Gusengera abari mu ngendo

**M**ana, ni wewe warongoje ubwoko bwawe nk' ubusho ukuboko kwa Mose na Aroni, nuko turakwinginze, uzigame abari mu rugendo, ubahe gushika amahoro, kandi wamane na bo amaja n' amaza. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

### Gusengera Umwaka Mushasha

**M**ana ushobora vyose, ni wewe wenyene udashobora guhinduka, canke kugira igitutu gitewe n' uguhindagurika, kandi ni wewe waducishije mu bihe vyagiye bihindagurika, none ukaba udushikanye kuri uyu mwaka mushasha tukiri bazima, nuko turakwinginze, uduharire ivyaha vyose twakoze muri uyu mwaka uheze, kandi uduhe kumara iyindi misi twoba tugishigaje tuguhesha icubahiro. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

### Isengesho ryo mu gihe c' inzara

**M**ana, Data wa twese w' imbabazi, twibuka yuko mu gihe ca Elisa uwavugishwa nawe, ikigoyi cateye i Samariya wagihinduye agahimbo, kandi Umwami wacu Yesu Kristo yatwigishije kugusaba ngo uduhe ivyo kurya bidukwiye uko bukeye, nuko turakwinginze udukureko aya mapfa yaduteye, kandi kubw' umugisha wawe uvuye mw' ijuru utwereze imirima yacu, kugira ngo ivyo uduhaye tubikoreshe mu buryo biguhesha icubahiro, tubone gutabara n' abandi bagowe. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

### Gusaba imvura

**M**ana, Data wa twese uri mw' ijuru ni wewe wasezeranije abitwararika ubwami bwawe n' ukugororoka kwawe yuko uzobongera ivy' imibiri ikena; turakwinginze uturonse imvura

kugira ngo twimbure ibidutunga n'izina ryawe rihabwe icubahiro. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Gusaba imico**

**M**ana ushobora vyose, naho kubw' ivyaha vyinshi twari dukwiye kurakirwa nawe, turagusavye uduharire kubw' imbabazi zawe, uduhe imico yo kweza imirima yacu; no mu mitima yacu uduhe kwama imbuto zikwiranye n' ukwihana. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Isengesho ryo mu bihe vyo kubiba no gutera**

**M**ana ushobora vyose, Mwami Nyene ijuru n' isi, turakwinginze, uturabane imbabazi twebwe abantu bawe tukwambaje. Tubeshejweho no kuba muri wewe, tukagenda, turi n' ubuzima muri wewe. Ni wewe utuma izuba ryawe rirasira ababi n' abeza, ugaha imvura abagororotsi n' abagabitanya. Turagusavye uturungikire umugisha wawe uvuye mw' ijuru, muri iki gihe (c' ibiba, c' itera), uhezagire ibitungwa, imbuto n' imirima vyacu. Kandi uduhe guhaga ivyiza vyawe mu mibiri no mu mitima yacu, natwe tuzokwame tugushima ubudasiba. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Gushima Imana mu gihe c' iyimbura**

**M**ana ushobora vyose, Data wa twese uri mw' ijuru, turagushimiye ko wongeye gushitsa isezerano ryawe, wavuze, uti: "Isi ikiriho, ibiba n' iyimbura ntibizoshira;" turagushimiye ko utwereje imirima yacu, ukaduha ivyo kudutunga. Nuko turakwinginze, uduhe kwama twibuka yuko umuntu adatungwa n' imfungurwa z' umubiri gusa, yamara wame uduha wa mutsima w' ubugingo wamanutse uva mw' ijuru, ni we Yesu Kristo, Umwami wacu, ahora ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, imyaka yose. Amen.

## Gushima kw’ abantu bose

**M**ana ushobora vyose, Data wa twese w’ imbabazi zose, twebwe abasavyi bawe tutabereye, duciye bugufi imbere yawe kugushimira cane ivyiza vyawe vyose n‘ imbabazi zawe zose waduhanye n‘ abantu bose. Turagushimiye ko waturemye, ukatuzigama; ukaduha ivyiza bindi vyose vyo muri ubu bugingo; kandi ikibiruta cane, turagukengurukiye ibiduhesha ubuntu bwawe, n‘ ivyizigiro vyo kuzobona ubwiza bwawe. Kandi turakwinginze uduhe gutahura neza ivyiza vyose waduhaye, kugira ngo imitima yacu igushime vy‘ ukuri, ntitwerekanishe ishimwe ryawe ururimi rwacu gusa, ariko rufatanye n‘ ingeso zacu. Tugukorere tukuyobotse, twame dukora ibitunganye vyeranda imbere yawe imisi yose y‘ ukubaho kwacu. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

## Gusaba kwitwararika ivy’ Agakiza kadashira

**M**wami Mana, kubw’ imbabazi zawe udufashe, uduhe kurushiriza kwitwararika ivy’ Agakiza kadashira; kandi kuko tutazi uko dukwiye gusenga, tuma Mpwemu wawe atunganye amasengesho yacu. Bwirukiro, naho tuba hagati y’ ibigenda bihindagurika vy’ iyi si, twame dutabarwa n’ ubuntu bwawe, kuko uri Umufasha atabura guseruka mu magorwa. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, ni we Mwami n’ Umukiza wacu. Amen.

## Gusaba kurongorwa mu nzira y’ Imana no gukora ivyo igomba

**M**wami w’ ubushobozi bwinshi, Mana uhoraho, turakwinginze ngo udufashe tubashe gukurikira inzira y’ ivyagezwe nawe, dukore ivyo ugomba; kandi Bwirukiro, wame utuzigamira imibiri n’ imitima gushika ibihe vyose. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, ni we Mwami n’ Umukiza wacu. Amen.

### Gusengera Ubutumwa bwiza bumaze kuvugwa

**M**ana ushobora vyose, turakwinginze, kubw' ubuntu bwawe, Ijambo ryawe twumvise n' amatwi yacu, uduhe kubona ritewe mu mitima yacu nk' uko ingurukizi iterwa mu giti, ryame imbuto muri twebwe, ni zo ngeso nziza, kugira ngo izina ryawe ryubahwe, rihimbazwe. Tubisenze kubwa Yesu Kristo Umwami wacu. Amen.

### Gusaba Imana ngo Urukundo n' Ubuntu bituje imbere

**B**wirukiro Mana, mu vyo dukora vyose, urukundo rwawe n' ubuntu bwawe bituje imbere, bidufashe kubishitsa, kugira ngo muri wewe, ibikorwa vyacu vyose abe ari ho tubitangurira, tubikorera, tubiherahereza, kugira ngo dushimishe izina ryawe ryeranda, hanyuma duheshwe n' imbabazi zawe ubugingo budahera. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**M**ana ushobora vyose, turagushimira yuko wasezeranye ko uzokwumvira abasaba mw' izina ry' Umwana wawe. Nuko turakwinginze, kubw' imbabazi zawe udutegere ugutwi abagusavye uyu musi, kandi ivyo dusavye ko twizera ko bihwanye n' ivyo ugomba, emera kubiduha, ngo ubukene bwacu bukenurwe, kandi ngo icubahiro cawe camamare. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

## III. AMASENGESHO YO KWAMBAZA IMANA (LITANI)

***Uwusengesha avuge aya majambo, abantu basubiremwo:***

***Uwusengesha:*** **M**ana, Data wa twese, Muremyi w' ijuru n' isi, tugirire ikigongwe, twebwe abanyavyaha dufutanye.

***Uwusengesha:*** Mana, Mwana wa Data wa twese, Mucunguzi w' abari mw' isi, tugirire ikigongwe, twebwe abanyavyaha dufutanye.

***Uwusengesha:*** Mana, Mpwemu Mweranda, ukomoka kuri Data wa twese no ku Mwana, wewe weza abantu bawe, tugirire ikigongwe, twebwe abanyavyaha dufutanye.

***Uwusengesha:*** Butatu Bweranda, bw' icubahiro, buhimbazwa, muri Ubugingo Butatu, kandi muri Imana imwe, tugirire ikigongwe, twebwe abanyavyaha dufutanye.

***Uwusengesha:*** Mwami, ntiwibuke ibicumuro vyacu canke ivya basogokuruza, ntuduhore ivyaha vyacu. Mwami mwiza, utugirire ikigongwe, utugirire ikigongwe kuko turi abantu bawe wacunguje amaraso yawe y' igiciro kinini, turabane imbabazi ntuturakire.

***Abantu:*** *Duhangaze, Mwami mwiza.*

***Uwusengesha:*** Wame udukiza ivyago vyose, bo n' ivyaha Satani yoduteza, udukize n' ubugunge bwiwe, kandi uduhangaze, twoye kuzocirwako iteka ry' ibihe bidashira.

***Abantu:*** *Mwami mwiza, wame udukiza ivyo vyose.*

***Uwusengesha:*** Wame ukiza imitima yacu ubuhumvyi, kandi udukize ubwibone, no kwirata ibitagira ikimazi,

n’ uburyarya: kandi udukize ishari n’ urwanko no kwiyumvira abandi nabi.

***Abantu:*** *Mwami mwiza wame udukiza ivyo vyose.*

***Uwusengesha:*** Wame udukiza ubushakanyi, n’ ivyaha bindi vyose vyodutera bikica imitima yacu, udukize n’ ubugunge bwose bw’ iyi si n’ ubw’ umubiri n’ ubwa Satani.

***Abantu:*** *Mwami mwiza, wame udukiza ivyo vyose.*

***Uwusengesha:*** Wame udukiza inkuba yotwica, n’ ikirura cotwicira imirima, kandi udukize ikiza, n’ indwara z’ uburyo bwose, na kigoyi, udukize n’ intambara, n’ abicanyi, n’ urupfu rwodushikako giturumbuka.

***Abantu:*** *Mwami mwiza, wame udukiza ivyo vyose.*

***Uwusengesha:*** Wame udukiza kubwo guhinduka umuntu kwawe, no kubwo kuvuka kwawe kweranda, no kubwo gukebwa kwawe, kandi udukize kubwo kubatizwa kwawe, na kwa kwisonzesha kwawe, aho wageragezwa na Satani ukamunesha.

***Abantu:*** *Mwami mwiza, wame udukiza kubw’ ivyo vyose wakoze.*

***Uwusengesha:*** Wame udukiza kubwa wa mubabaro mwinshi wasenganye, no kubwa ca cuya cawe wabira, kikaba nk’ ibitonyanga binini vy’ amaraso, kandi udukize kubwa kwa kubabarizwa ku musaraba kwawe, no kubw’ urupfu rwawe rw’ igiciro kinini, no kubwo kuzuka kwawe kw’ icubahiro cinshi, n’ ukuduga mw’ ijuru kwawe, no kubwo kuza kwa Mpwemu Mweranda.

***Abantu:*** *Mwami mwiza, wame udukiza kubw’ ivyo vyose wakoze.*

***Uwusengesha:*** Wame udukiza mu vyago no mu marushwa, uze udukize no mu gihe tuzoba dushitse ku mpfiro, no ku musi w' amateka.

***Abantu:*** *Mwami mwiza, wame udukiza muri ivyo vyose.*

***Uwusengesha:*** Bwirukiro Mana, naho turi abanyavyaha, turakwinginze utwumvire. Wemere kuganza Ishengero ryawe ryeranda ry' Abakristo bose, urirongore mu nzira yawe itunganye.

***Abantu:*** *Mwami mwiza, turakwinginze, utwumvire.*

***Uwusengesha:*** Turagusavye kwama ufasha Perezida w' Uburundi n' abatuganza bose bo mu gihugu cacu, ubahe ubwenge bwo kuja inama neza, bace imanza z' ukuri, bose ubahe kuguhindukirira, bakwizere bakwubahe imisi yose y' ukubaho kwabo, kugira ngo hanyuma baze batahe mu bwami bwawe butazohangura.

***Abantu:*** *Mwami mwiza, turakwinginze, utwumvire.*

***Uwusengesha:*** Turagusavye ngo umuco wawe umurikire Abepisikopi n' Abapasitori, n' abagabura ivyawe bose, kugira ngo batahure Ijambo ryawe rihoraho ry' ukuri, baryerekanishe ingeso zabo n' ivyo bigisha.

***Abantu:*** *Mwami mwiza, turakwinginze, utwumvire.*

***Uwusengesha:*** Turagusavye uteze imbere igikorwa c' Ishengero ryawe mw' isi yose, kandi urungike abimbuzi mu vyimburwa vyawe.

***Abantu:*** *Mwami mwiza, turakwinginze, utwumvire.*

***Uwusengesha:*** Turagusavye guha umugisha no kuzigama abantu bawe bose, kandi uhe amahanga yose gushira hamwe, ngo abane mu mahoro, akundane.

***Abantu:*** *Mwami mwiza, turakwinginze, utwumvire,*

| | |
|---|---|
| ***Uwusengesha:*** | Turagusavye uduhe umutima ugukunda kandi ukwubaha, kugira ngo tugire umwete wo kwitondera amabwirizwa yawe; kandi utwungure ubuntu bwawe, kugira ngo twumve Ijambo ryawe twicishije bugufi, turyemerane urukundo rutari uruheyiheyi, twame imbuto za Mpwemu Mweranda. |
| ***Abantu:*** | *Mwami mwiza, turakwinginze, utwumvire.* |
| ***Uwusengesha:*** | Turagusavye ugarukane mu nzira yawe y' ukuri abahavye bose, bajimijwe na Satani; kandi ukomeze abahagaze bashikamye, uremeshe abadakomeye mu mitima yabo, ubafashe, uvyure n' abaguye, kandi amaherezo, uze ufyonyorere Satani musi y' ibirenge vyacu. |
| ***Abantu:*** | *Mwami mwiza, turakwingize, utwumvire.* |
| ***Uwusengesha:*** | Turagusavye uzigame abari mu ngendo bose, abaca ku misozi, abaca mu biyaga n' abaca mu kirere: uzigame n' abagore bari ku rwahi n' abarwaye bose, n' abana bose, kandi imbohe uzigirire imbabazi zawe. |
| ***Abantu:*** | *Mwami mwiza, turakwinginze, utwumvire.* |
| ***Uwusengesha:*** | Turagusavye gutabara no gukenura impfuvyi, n' abapfakazi, n' abatagira shinge na rugero, n' impahazwa, kandi ugirire ikigongwe abantu bose. |
| ***Abantu:*** | *Mwami mwiza, turakwinginze, utwumvire.* |
| ***Uwusengesha:*** | Turagusavye uharire abansi bacu, n' abatudendereza, n' abaturementaniriza, ukore ku mitima yabo, baguhindukirire. |
| ***Abantu:*** | *Mwami mwiza, turakwinginze, utwumvire.* |
| ***Uwusengesha:*** | Turagusavye utumereze imirima yacu, kugira ngo tubone ivyo turya mu bihe vyavyo. |
| ***Abantu:*** | *Mwami mwiza, turakwinginze, utwumvire.* |

***Uwusengesha:*** Turagusavye kuduha ukwihana kw' ukuri, no kuduharira ivyaha vyacu vyose, uduharire n' ivyo twaretse gukora kubw' umwete muke wacu, n' ivyo twakoze nabi kubw' ukutamenya kwacu; kandi uduhe Mpwemu wawe Mweranda w' ubuntu, adutunganye mu buzima bwacu duhinduke abaganzwa n' Ijambo ryawe Ryeranda.

***Abantu:*** *Mwana w' Imana, turakwinginze, utwumvire.*

***Uwusengesha:*** Mwana w' Imana, turakwinginze, utwumvire.

***Abantu:*** *Duhe amahoro yawe.*

***Uwusengesha:*** Mwagazi w' Intama w' Imana, ukuraho ivyaha vy' abari mw' isi,

***Abantu:*** *Utugirire ikigongwe.*

***Uwusengesha:*** Ewe Kristo, nutwumvire.

***Abantu:*** *Mwami, utugirire ikigongwe.*

***Uwusengesha:*** Dufatanirize hamwe gusenga Isengesho ry' Umwami wacu.

**Bose hamwe:** *Data wa twese uri mw' ijuru, izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw' isi nk' uko biba mw' ijuru. Uduhe ivyo kurya bidukwiye uyu musi, utubabarire ibicumuro vyacu, nk' uko natwe tubabarira ababitugirira, ntutureke ngo tuje mu bitwosha nabi, yamara udukize wa mubi. Kuko ari wewe ugaba vyose ukaba Nyeninganji n' icubahiro mu myaka yose. Amen.*

***Uwusengesha:*** Uhoraho, ntutugirire ibihwanye n' ivyaha vyacu.

***Abantu:*** *Kandi ntudusubirize mu nkoko ibihwanye n' ibigabitanyo vyacu.*

***Uwusengesha:*** **M**ana, Data wa twese w' imbabazi nyinshi, turagushimiye yuko udasuzugura umuniho w' umutima ujanjaguritse, n' ugusenga kw'

umuntu afise umubabaro w' ivyaha vyiwe. Emerana imbabazi gufasha ugusenga kwacu, iyo turi mu magorwa canke mu vyago, utuburize inama mbi Satani yotugira, n' ubugunge bwiwe, bihinduke ubusa, kubwo kugira neza kwawe kwinshi. Udukorere ivyo, Bwirukiro, kugira ngo abansi bawe ntibagire ico bodukoza, natwe ngo twame tugukorera ivyo ushima, tuguhimbaze ubudasiba mw' Ishengero ryawe ryeranda. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

***Abantu:*** *Uhoraho, haguruka udutabare, uturokore kubw' izina ryawe.*

***Uwusengesha:*** **M**ana, twariyumviye n' amatwi yacu, basogokuruza bacu batubarira ibikorwa wakoze mu gihe cabo, mu gihe ca kera.

***Abantu:*** *Uhoraho, haguruka udutabare, uturokore kubw' izina ryawe.*

***Uwusengesha:*** **I**cubahiro kibe ica Data wa twese, n' ic' Umwana, n' ica Mpwemu Mweranda;

***Abantu:*** *Nk' uko cari ubwa mbere na mbere, n' ubu ni ko kiri, ni ko kizohora kiri ibihe vyose. Amen*

***Uwusengesha:*** **D**ata wa twese, turakwinginze twiyoroheje, urabane imbabazi intege nke zacu. Emera kwimira ivyago vyose twari dukwiye gutezwa kubw' ivyaha vyacu, udukize, kugira ngo bitere izina ryawe icubahiro, kandi mu magorwa yose tuzojamwo, uduhe kutagira ikindi na kimwe twizigira atari imbabazi zawe nyinshi. Uduhe kwama tugukorera dufise ubuzima bweranda butanduye, kugira ngo bigutere icubahiro n' ishimwe. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umuhuza umwe wenyene n' Umwami wacu. Amen.

**Isengesho ryo gushima (Yohana Krizostomu[†])**

**M**ana Rugiravyose, turagushimiye yuko uduhereye ubuntu kugusengesha umutima uhuye, kandi ko wasezeranije yuko babiri canke batatu iyo bakoraniye hamwe mw' izina ryawe uzobaha ivyo basavye. Emera kuduha ivyo tugomba n' ivyo dusavye, ivyo ubona ko vyotugirira akamaro. Kandi tukiri muri iyi si, uduhe kumenya ukuri kwawe, no mu gihe kizoza uze uduhe ubugingo budashira. Amen.

**U**buntu bw' Umwami wacu Yesu Kristo, n' urukundo rw' Imana, n' Ubumwe buva kuri Mpwemu Mweranda, bibane namwe mwese imyaka yose. Amen. *(2 Ab' i Korinto 13:14)*

---

[†] Raba ku rupapuro rwa 16

# IV. AMASENGESHO YO KU MISI Y' IMANA N' AY' IMISI MIKURU, N' IBISOMWA VYO MURI BIBILIYA

## A. IBIHE BITEGUZA KUVUKA KWA KRISTO

### Umusi w' Imana wa mbere uteguza Kuvuka kwa Kristo

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, utugirire ubuntu, kugira ngo twiyambure ibikorwa vy' umwijima, twambare ibirwanishwa vy' umuco, muri ubu buzima bw' abagenda bapfa, ubw' Umwana wawe Yesu Kristo yajemwo, yicishije bugufi cane, atugendeye; kandi Bwirukiro, ku musi w' iherezo, aho azozanana igitinyiro guca urubanza rw' abazoba bakiriho n' abazoba barapfuye, uze uduhe kuzukira ubuzima budahera: tubisenze kubwa Yesu Kristo Umwami wacu. Amen.

***Iryo sengesho rikwiye gusubirwamwo ku Misi y' Imana yose yo mu misi yo Kuza.***

**Ibisomwa:** Abaroma 13:8-14
Matayo 21:1-13

### Umusi w' Imana ugira kabiri uteguza Kuvuka kwa Kristo

**Isengesho:**

**M**wami uhimbazwa, turagushimira yuko wandikishije Ivyanditswe Vyeranda vyose kugira ngo bitwigishe. Nuko Bwirukiro, uduhe kwama tuvyumva, tubisoma, tubishirako imitima, tuvyiga, tubigira ivyo kurya vyo kudutunga mu mitima yacu; kugira ngo kwihangana no kuremeshwa bizanwa n' Ijambo ryawe ryeranda biduhe kwamana ivyizigiro vyiza vy' ubuzima budahera, ivyo waduhereye mu Mukiza wacu Yesu Kristo. Amen.

**Ibisomwa:** Abaroma 15:4-13
Luka 21:25-33

### Umusi w’ Imana ugira gatatu uteguza Kuvuka kwa Kristo

**Isengesho:**

**M**wami wacu Yesu Kristo, twibuka yuko aho waza ubwa mbere, watumye integuza yawe ngo itunganye inzira imbere yawe. Abe ari ko na none abo washizeko kuba abagabuzi b’ Ijambo ryawe batunganisha inzira yawe ukwigisha kwabo, bitume abatumvira Imana bahindukira bagire ubwenge nk’ ubw’ abagororotsi: kugira ngo niwaza ubwa kabiri gucira abari mw’ isi amateka, uze usange turi abantu bemewe nawe. Ni wewe uhangamanye na Data wa twese na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, ibihe bidahera. Amen.

**Ibisomwa:** 1 Ab’ i Korinto 4:1-5
Matayo 11:2-10

### Umusi w’ Imana ugira kane uteguza Kuvuka kwa Kristo

**Isengesho:**

**T**urakwinginze, Bwirukiro Mana, nuze aho turi, udutabarishe ubushobozi bwawe bwinshi. Kandi ivyaha n’ ibicumuro vyacu vyinshi ko bitwizingirako vuba bikatubuza gusiganirwa ivyo twashizwe imbere, turakwinginze udutabarishe ubuntu bwawe n’ imbabazi zawe nyinshi. Tubisenze kubw’ Umwana wawe yatwitangiye, akaba incungu yacu, Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Ab’ i Filipi 4:4-7
Yohana 1:19-28

### Umusi wo Kuvuka kw’ Umwami wacu Yesu Kristo (Noweli)
(Kigarama 25)

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, turagushimira yuko waduhaye Umwana wawe w’ ikinege ngo abe umuntu nka twe, akavyarwa n’ inkumi itunganye, nk’ uko tuvyibuka uyu musi. Nuko turakwinginze, ko

twavyawe ubwa kabiri, tugahindurwa abana bawe n' uko watwemeranye imbabazi, uduhe kwama duhindurwa bashasha imisi yose na Mpwemu wawe Mweranda. Tubisenze kubw' uwo Mwami wacu Yesu Kristo, ahoraho kandi ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, ibihe bitazohera. Amen.

**Ibisomwa:** Abaheburayo 1:1-12
Yohana 1:1-14

### Umusi wo kwibuka Sitefano Mweranda
(Kigarama 26)

**Isengesho:**

**M**ana, turakwinginze kugira ngo iyo duciye mu mibabaro y' iyi si duhorwa ukuri kwawe, uze wame udufasha kuba maso no kurangamiza mw' ijuru ngo twitegereze ubwiza bwawe buzohishurwa. Kandi wame utwuzuza Mpwemu Mweranda ngo dushobore gukunda abatudendereza no kubaharira nk' uko umusavyi wawe Sitefano yishwe bamuguhora yabigize, hamwe yasabira abamwishe, agatako akakwiyegurira. Tubisavye ku bwa Yesu Kristo, wewe ari i buryo bw' Imana, akaba Umutabazi n' Umucunguzi wacu ashimwa kandi yama atuburanira. Amen.

**Ibisomwa:** Ivyak. 7:55-59
Mat. 23:34-39

### Umusi wo kwibuka Yohana Mweranda, Umwanditsi w' Ubutumwa Bwiza (Kigarama 27)

**Isengesho:**

**M**wami w' imbabazi, turakwinginze umurikishirize Ishengero ryawe umuco wawe kugira ngo rimurikirwe n' umuco w' inyigisho z' Intumwa yawe ikaba n' Umwanditsi w' Ubutumwa Bwiza, Yohana Mweranda, hanyuma ribone kugenda rimurikiwe n' umuco w' ukuri kwawe, kugeza aho rizoshikira mu buzima buhoraho. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umukama wacu. Amen.

**Ibisomwa:** 1 Yoh. 1:1-10
Yoh. 21:19-25

### Umusi w' Imana ukurikira Kuvuka kwa Yesu Kristo

**Isengesho**: (Ni rimwe n' iry' umusi wo Kuvuka nyene)

**M**ana ushobora vyose, turagushimira yuko waduhaye Umwana wawe w' ikinege ngo abe umuntu nka twe, akavyarwa n' inkumi itunganye, nk' uko twibuka uwo musi. Nuko turakwinginze, ko twavyawe ubwa kabiri, tugahindurwa abana bawe n' uko watwemeranye imbabazi, uduhe kwama duhindurwa bashasha imisi yose na Mpwemu wawe Mweranda. Tubisenze kubw' uwo Mwami wacu Yesu Kristo, ahoraho kandi ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, ibihe bitazohera. Amen.

**Ibisomwa:** Gal. 4:1-7
Mat. 1:18-25

### Umusi wo kwibuka Gukebwa kwa Kristo
(Nzero 1)

**Isengesho**:

**M**ana ushobora vyose, tuzi yuko wemeye yuko Umwana wawe ukunda akebwa, none turagusavye uduhe gukebwa kwo mu mutima gutangwa na Mpwemu Mweranda, kugira ngo imitima n' ingingo vyacu ni vyamara gupfa ku guhahamira ivy' isi no kwipfuza kwose kw' umubiri, tuze twame tukuyoboka muri vyose. Tubisavye mw' izina ry' Umwana wawe Yesu Kristo, Umukiza wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Rom. 4:8-14
Luk. 2:15-21

## B. IBIHE VYO KWEREKANWA (Epifaniya)

### Umusi Kristo yerekanywe mu Banyamahanga
(Nzero 6)

**Isengesho**:

**M**ana turagushimira yuko warongoje ba banyabwenge inyenyeri, ukabereka Umwana wawe w' ikinege. Kandi turagushimira yuko natwe waduhaye kumumenya, naho ubu tumumenyeshwa n' ukwizera gusa; ariko Mana y' imbabazi, turakwinginze, uze uduhe kumumenya rwose mu buzima buzoza, aho tuzomubonera afise ubwiza bwiwe bw' Ubumana. Tubisenze kubw' uwo Mwami wacu Yesu Kristo. Amen.

**Ibisomwa:** Ef. 3:1-12
Mat. 2:1-12

### Umusi w' Imana wa mbere ukurikira Umusi wo Kwerekanwa

**Isengesho:**

**M**wami Mana, turakwinginze kubw' imbabazi zawe, ngo wakire ibisabisho vy' abantu bawe bakwambaza, uduhe gutahura no kumenya ivyo dukwiye gukora, kandi uduhere ubuntu ubushobozi budushoboza kubishitsa nk' uko wabitujeje. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Rom. 12:1-5
Luka 2:41-52

### Umusi w' Imana ugira kabiri ukurikira Umusi wo Kwerekanwa

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose kandi uhoraho, ni wewe uganza ivyo mw' ijuru n' ivyo mw' isi vyose. Turagusavye kubw' imbabazi zawe kwumva ivyo abantu bawe tukwingingira. Uduhe amahoro yawe imisi yose y' ubuzima bwacu. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Rom. 2:6-15
Yoh. 2:1-11

## Umusi w' Imana ugira gatatu ukurikira Umusi wo Kwerekanwa

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose kandi uhoraho, turakwinginze urabane imbabazi intege nke zacu, kandi uko tuzoba mu vyago vyose canke mu magorwa, wame uramvurira ukuboko kwawe kw' i buryo kudutabara no kudufasha. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Rom. 12:16-21
Mat. 8:1-13

## Umusi w' Imana ugira kane ukurikira Umusi wo Kwerekanwa

**Isengesho:**

**M**ana, wewe uzi ko ivyago bidutangatanga irya n' ino ari ibikomeye kandi vyinshi cane ku buryo tutoshobora kuguma dushikamye, kubera ko muri kamere kacu turi abanyantege nke; nuko rero turakwinginze utwambike inkomezi, kandi udushitseko ugutabarwa igihe cose bikenewe, kugira ngo udushigikire mu bitugeramira, uduhe kurengera ibigeragezo vyose. Tubisenze kubwa Yesu Kristo Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Rom. 13:1-7
Mat. 8:23-34

## Umusi w' Imana ugira gatanu ukurikira Umusi wo Kwerekanwa

**Isengesho:**

**M**wami, turakwinginze uzigame Ishengero ryawe ari ryo muryango wawe, uduhe kwama twizeye ivyo waduhishuriye ntitubivange n' ibinyoma; kugira ngo twebwe abashinzwe ku mwizero w' ubuntu bwawe bwo mw' ijuru honyene, tubone kwama turindwa n'

inkomezi zawe z' akaburarugero. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Kol. 3:12-17
Mat. 13:24-30

### Umusi w' Imana ugira gatandatu ukurikira Umusi wo Kwerekanwa

**Isengesho:**

**M**ana, turagukengurukiye yuko Umwana wawe ashimwa yerekaniwe gusangangura ibikorwa vya wa Murwanizi, akaduhindura abana bawe n' abo kuragwa ubugingo budahera: kandi ko tumuzigako ivyo, uduhe kwiyeza, nk' uko uwo ari umweranda, kugira ngo aho azobonekera aje mu bicu vyo kw' ijuru ari n' ububasha n' ubwiza bwinshi, tuze twinjire mu bwami bwiwe butazohera, dushushanijwe na we. Tubisenze kubw' uwo Mwami wacu Yesu Kristo, ahora ahangamanye nawe, na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, imyaka yose. Amen.

**Ibisomwa:** 1 Yoh. 3:1-8
Mat. 24:23-31

## C. IBIHE BIBANZIRIZA IBIHE VYO KWISONZESHA

### Umusi w' Imana ugira gatatu imbere yo Kwisonzesha

(Umusi witwa Septuwagesima)

**Isengesho:**

**M**wami Mana, turakwinginze wumvane imbabazi ugusenga kw' abantu bawe, kandi naho ibihano duhanwa ari ibidakwiranye n' ibicumuro vyacu, ubidukureko kubw' imbabazi zawe, kugira ngo izina ryawe rihimbazwe. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umukiza wacu, ahora ahangamanye nawe, na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, imyaka yose. Amen.

**Ibisomwa:** 1 Kor. 9:24-27
Mat. 20:1-16

## Umusi w' Imana ugira kabiri imbere yo Kwisonzesha
(Umusi witwa Sekisagesima)

**Isengesho:**

**B**wirukiro Mana, urabona yuko ivyo dukora vyose atari vyo twokwizigira na gatoya; turakwinginze kubw' imbabazi zawe, wame utuzigamisha ububasha bwawe, kugira ngo ntihagire ivyago canke amagorwa bidushikako. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** 2 Kor. 11:19-31
Luk. 8:4-15

## Umusi w' Imana imbere yo Kwisonzesha
(Umusi witwa Kwinkwagesima)

**Isengesho:**

**B**wirukiro Mana, ni wewe watwigishije yuko ivyo dukora vyose bitarimwo urukundo bitagira ikimazi na kimwe; nuko turakwinginze, tuma Mpwemu wawe Mweranda asuke mu mitima yacu iyo ngabire yawe iruta izindi zose, ni yo rukundo, ari rwo mugozi nyakuri w' amahoro n' ingeso nziza zose, kuko umuntu wese atarufise, mu nyonga zawe aba yarapfuye ahagaze. Uduhe ivyo kubw' urukundo rw' Umwana wawe w' ikinege, Yesu Kristo. Amen.

**Ibisomwa:** 1 Kor. 13:1-13
Luk. 18:31:43

## D. IBIHE VYO KWISONZESHA

### **Umusi w' intangamarara wo Kwisonzesha kwa Kristo, ari ko karorero kacu ko kwisuzuma no kwihana** (Umusi w' iminyota)

**Isengesho:**

**M**ana munyembabazi kandi ushobora vyose, wewe ata kintu na kimwe wanka mu vyo waremye, kandi ugaharira ivyaha vy' abantu bose bihanye; nuko turakwingize ngo uduhe imitima mishasha kandi yihana; kugira ngo tumaze kwigaya ku vyaha twakoze kandi tukabona akaga turimwo, tubone kubiharirwa nawe. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

***Iryo sengesho rikwiye gusubirwamwo ku misi yose yo mu Kwisonzesha gushika ku Musi w' Imana w' Amashami.***

**Ibisomwa:** Ivyahishuriwe Yohana 3:1-22, canke Yoweli 2:12-17
Matayo 6: 6-21

### Umusi w' Imana wa mbere wo mu misi yo Kwisonzesha

**Isengesho:**

**M**wami Yesu, kubw' urukundo rwawe wadukunze, wamaze imisi mirongo ine n' amajoro mirongo ine wisonzesheje; nuko turakwinginze utugirire ubuntu natwe, ngo dushobore kwiyima ivyo imibiri yacu igomba, kugira ngo niyamara kuganzwa na Mpwemu wawe, tubone gukurikiza ivyo utubarira mu bugororotsi no mu bweranda nyabwo; ngo biguheshe icubahiro n' ubuninahazwa, wewe uhangamanye na Data wa twese, na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, imyaka yose. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** 2 Kor. 6:1-10
Mat. 4:1-11

***Iryo Sengesho n' ivyo Bisomwa bikwiye gusubirwamwo ku misi yose gushika ku Musi w'Imana ukurikira.***

## Umusi w' Imana ugira kabiri wo mu misi yo Kwisonzesha

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, urazi yuko kubwacu ata nkomezi na nkeya dufise ngo dushobore kwikiza; nutuzigame imibiri n' imitima, kugira ngo irindwe ivyago vyose n' ivyiyumviro bibi Satani yoduteza bigaheza bikadukomeretsa. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen

**Ibisomwa:** 1 Tes. 4:1-8
Mat. 15:21-28

## Umusi w' Imana ugira gatatu wo mu misi yo Kwisonzesha

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, turakwinginze ushire umutima ku vyo abasavyi bawe tugusaba twicishije bugufi cane. Uramvurire ukuboko kwawe kw' i buryo, Mwami Nyeninganji, kudukingira ababisha bacu bose. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umukama wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Ef. 5:1-14
Luka 11:14-28

## Umusi w' Imana ugira kane wo mu misi yo Kwisonzesha

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, twemeye yuko turi abo guhanirwa rwose ivyaha bikomeye twakoze, ariko turakwinginze, kubw' ubuntu bwawe udukureko ibihano twari dukwiye, utumare umubabaro kubw' imbabazi zawe. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, ni we Mwami n' Umukiza wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Gal. 4:21-31
Yoh. 6:1-14

### Umusi w' Imana ugira gatanu wo mu misi yo Kwisonzesha

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, turakwinginze urabane imbabazi abantu bawe, kandi kubwo kugira neza kwawe kwinshi, wame utuganza, utuzigamire imibiri n' imitima. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Heb. 9:11-15
Yoh. 8:46-59

### Umusi w' Imana ubanziriza Pasika
(canke Umusi w' Imana w' Amashami)

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose kandi uhoraho, turagushimiye yuko urukundo rwinshi ukunda abantu rwakwemeje gutuma umwana wawe, Umukiza wacu Yesu Kristo, kuducungura; kandi turagushimiye ko yavukanye umubiri nk' uwacu, agapfira ku musaraba kugira ngo abantu bose bigane akarorero kiwe ko kwicisha bugufi cane. Nuko, kubw' imbabazi zawe, utugirire ubuntu tubashe kwigana ukwihangana kwiwe, ngo tubone gusangira na we ukuzuka kwiwe. Tubisenze kubw' uwo Yesu Kristo, Umukama wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Flp. 2:5-11
Mat. 27:1-54

## E. IBIHE VY' IMIBABARO YA KRISTO - IYINGA RYERANDA

### Ku wa Mbere Mweranda

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, turazi ko Umwana wawe ukunda cane ataduze ngo ashike muri wa munezero atabanje kubabazwa, kandi turazi ko atashitse muri bwa buninahazwa atabanje kubambwa; nuko rero turagusavye kubw' imbabazi zawe, uduhe

kujana inzira y' umusaraba, duheze tubone ko ari we Nyenubuzima kandi Nyenamahoro; tubisenze kubw' uwo Yesu Kristo nyene, Umwana wawe, kandi Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Yesaya 63:1-19
Mrk. 14:1-72

### Ku wa Kabiri Mweranda

**Isengesho**:

**M**ana yacu, Umwana wawe ukunda, ari we Mwami wacu, yategeye ibitugu abamukubita, kandi mu maso hiwe ntiyahakinjishije guteterezwa no gucirwako amate; turagusavye ngo utugirire ubuntu bwo kwakirana umunezero imibabaro yo muri iki gihe, twizigiye tudakekeranya ubuninahazwa buzohishurwa; tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Yes. 50:5-11
Mrk. 15:1-20

### Ku wa Gatatu Mweranda

**Isengesho:**

**T**urakwingize Mwami wacu, Mana y' agakiza kacu, ngo udufashishe imbabazi zawe, kugira ngo dushobore gutangura kuzirikana ivyo bikorwa bitangaje, vyatumye uduha ubuzima n' ukudapfa; tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Heb. 9:16-26
Luk. 22:1-71

### Ku wa Kane Mweranda

**Isengesho:**

**D**ata wa twese ushobora vyose, Umwana wawe ukunda ni we yashinze ko haba Isakaramento ry' Umubiri wiwe n' Amaraso yiwe muri rya joro imbere yuko atangura kubabazwa; turagusavye ngo utugirire ubuntu bwo kwakira dukenguruka, twibuka uwo, aduha

muri ayo mabanga meranda ingwati y' ubuzima buhoraho, ari we w' uwo Yesu Kristo, Umwana wawe, kandi Umwami wacu, ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe rudende, mu myaka yose. Amen.

**Ibisomwa:** 1 Kor. 11:17-34
Luk. 23:1-49 canke Yohana 13:1-14

### **Ku wa Gatanu Mweranda** (Umusi wo Gupfa kwa Kristo)

**Ibisabisho:**

**M**ana ushobora vyose, twebwe abana bawe turakwinginze uturabane imbabazi, kuko ari kubwacu Umwami Yesu Kristo yemeye kugurwa no gutangwa mu maboko y' abanyavyaha no gupfira ku musaraba. None ariho, ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, imyaka yose. Amen.

**M**ana ushobora vyose kandi uhoraho, ni wewe wahaye Ishengero Mpwemu wawe ngo ariganze, aryeze. Emera amasengesho yacu dusengeye abantu bo mw' Ishengero ryawe b' uburyo bwose, kugira ngo umuntu wese wo muri ryo, mu gikorwa cose akora, yame akorera vyose kugushimisha. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**M**ana y' imbabazi, Muremyi w' abantu bose, Mukunzi w' ivyo waremye vyose, wewe utagomba ko umunyavyaha apfa, ariko ugomba ko yihana, akareka ivyaha vyiwe, akabaho; nuko turakwinginze, ugirire ikigongwe abatakuzi bose nk' uko wihishuriye mu Butumwa Bwiza bw' Umwana wawe Yesu Kristo. Ubakuremwo ubutamenya bwose no gukomantara imitima no gukengera Ijambo ryawe, maze ubagarukane mu ruhongore rwawe, Mwami wacu ushemagizwa, ubagire umukuku umwe, uragiwe n' umwungere umwe, ari we Yesu Kristo, Umukama wacu, akaba ari we ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, imyaka yose, Amen.

**Ibisomwa:** Heb. 10:1-25
Yoh. 19:1-37

### Umusi wa Gatandatu Mweranda

**Isengesho:**

**M**wami wacu, turakwinginze ngo uduhe guhambanwa n' Umwana wawe Yesu Kristo, Umwami wacu, mukwama twirukana imisi yose ivyipfuzo vyacu bibi, tumaze kubatirizwa mu rupfu rwiwe; kugira ngo tubone gushika mu munezero w' izuka ryacu tuwuronse biciye mu mva no mw' irembo ry' urupfu; tubisenze twisunga uwo yapfuye, agahambwa kandi akazuka kubwacu, ni we w' uwo Yesu Kristo, Umwana wawe, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** 1 Petero 3:17-22
Matayo 27:57-66

## F. IBIHE VYA PASIKA

### Umusi wo Kuzuka kwa Kristo

(Umusi wa Pasika)

***Mu gishingo co gusoma Zab. 95 hasomwe aya majambo:***

**U**mwagazi w' intama wa Pasika wacu waradutangiweko ikimazi; ni we Kristo. Nuko rero, niduhimbaze uwo musi mukuru tudafise umwambiro wa kera, canke umwambiro w' urwanko n' ikibi, ariko tugire imitsima itambiwe, ari yo mitima ikeye n' ukuri. *(1 Kor. 5:7-8)*

**K**uko tuzi yuko Kristo, amaze kuzuka mu bapfuye atagipfa; urupfu rutakimuganza. Ukwo gupfa yapfuye rimwe ku caha; ariko ko ariho; ariho ari uw' Imana. Abe ari ko namwe mwiyumvira ko mwapfuye ku caha, ariko ko muriho muri ab' Imana muri muri Kristo Yesu. *(Rom. 6:9-11)*

**N**oneho Kristo yarazutse mu bapfuye, ni we yashurije abasinziriye. Kuko nk' uko urupfu rwazanywe n' umuntu, n' ukuzuka kw' abapfuye kwazanywe n' umuntu. Nk' uko Adamu yandukije bose gupfa, ni ko muri Kristo bose bazohindurwa bazima. *(1 Kor. 15:20-22)*

*Icubahiro kibe ica Data wa twese n' ic' Umwana n' ica Mpwemu Mweranda. Nk' uko cari ubwa mbere na mbere, n' ubu ni ko kiri, ni ko kizohora kiri ibihe vyose. Amen.*

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, wewe watsinze urupfu ucishije ku Mwana wawe w' ikinege Yesu Kristo, kandi ukaba waratwugururiye urugi ruja mu buzima budahera; turakwingize twicishije bugufi, kugira ngo ivyipfuzo vyo kukwubaha vyavyutse mu mitima yacu kubw' ubuntu bwawe bwamaho, bibone kurangurirwa mu buzima bwacu. Tubisenze kubwa Yesu Kristo Umwami wacu, ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, imyaka yose. Amen.

**Ibisomwa:** Kol. 3:1-7
Yoh. 20:1-10

### Umusi w' Imana wa Mbere inyuma ya Pasika

**Isengesho:**

**D**ata wa twese ushobora vyose, wewe watanze Umwana wawe w' ikinege kugira ngo apfire kudukurako ivyaha, akazuririwa kudutsindanishiriza; uduhe kwikuramwo wa mwambiro wa kera w' urwanko n' ikibi, kugira ngo tubone kwama tugukorera imisi yose ata buryarya burimwo kandi dufise n' ingeso nziza zitunganye, turi abizigirwa imisi yose. Tubisenze kubw' ibikorwa vyiza Umwana wawe Yesu Kristo, Umwami wacu, yadukoreye. Amen.

**Ibisomwa:** 1 Yoh. 5:4-12
Yoh. 20:19-23

### Umusi w' Imana ugira kabiri inyuma ya Pasika

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, wewe waduhaye Umwana wawe w' ikinege kugira ngo atubere ikimazi co kudukurako ivyaha, no kutubera akarorero k' ubuzima bw' ubweranda; nuko rero utugirire ubuntu

bwo kwama tugukengurukira ya ngabirano ntangere yaduhaye, utugirire ubuntu bwo kwama tugira umwete wo guca mu nzira zihezagiye yaciyemwo z' ubuzima bwiwe bweranda. Tubisenze ku bw' uwo Yesu Kristo nyene, Umwana wawe kandi ari we Mwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** 1 Pet. 2:18-25
Yoh. 10:11-16

### Umusi w' Imana ugira gatatu inyuma ya Pasika

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, turagushimira yuko umurikishiriza abazimiye umuco w' ukuri kwawe, kugira ngo ubagarure mu nzira y' ukugororoka. Nuko rero, abinjijwe mu bumwe bw' Ishengero rya Kristo, bakigishirizwa muri we ibihura n' ivy' ukuri vyiwe, ubahe kuzinukwa ibinyurana n' ivyo batura, bakore ibihura n' ivyo bigishijwe. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** 1 Pet. 2:11-17
Yoh. 16:16-22

### Umusi w' Imana ugira kane inyuma ya Pasika

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, ni wewe wenyene ushobora gukuraho ukwipfuza kubi kw' abanyavyaha n' akameremere kabo kadahetwa; nuko rero twebwe abantu bawe, uduhe gukunda ivyo udutegeka, no gushira imitima ku vyo wadusezeraniye, kugira ngo naho tuba hagati y' ibigenda bihindagurika vy' iyi si, imitima yacu yame ihamye muri wewe, aho umunezero nyakuri ubonerwa. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Yak. 1:17-21
Yoh. 16:5-15

### Umusi w’ Imana ugira gatanu inyuma ya Pasika

**Isengesho:**

**B**wirukiro Mana, uwo ivyiza vyose vyandurukako, abasavyi bawe biyoroheje turakwinginze, tuma Mpwemu wawe mu mitima yacu adushoboze kwama dufise imigabo yo kwama dukora ivyiza gusa, kandi kubw’ imbabazi zawe udushoboze kwama tubishitsa. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Yak. 1:22-27;
Yoh. 16:23-33.

## G. UMUSI WO KUDUZWA MW’ IJURU KWA KRISTO

### Umusi wo Kuduzwa mw’ ijuru kwa Kristo
(Umusi wa Asansiyo)

**Isengesho**:

**M**ana ushobora vyose, turakwinginze utugirire ubuntu, twebwe abizera yuko Umwana wawe w’ ikinege Yesu Kristo, ari we Mwami wacu, yaduze akaja mw’ ijuru, uduhe kudugayo mu mitima no mu vyiyumviro, ngo twame tubana na we imisi yose, we ahora ari kumwe nawe, ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, imyaka yose. Amen.

**Ibisomwa:** Ivyak. 1:1-11
Mrk. 16:14-20

### Umusi w’ Imana ukurikira Umusi wo Kuduzwa kwa Kristo

**Isengesho:**

**M**ana, Mukama w’ icubahiro, ni wewe washize hejuru Umwana wawe w’ ikinege Yesu Kristo, ukamudugana umwambitse icubahiro cinshi mu bwami bwawe bwo mw’ ijuru. Turakwinginze ntudusige nk’ impfuvyi ata kiremesha, ariko uturungikire Mpwemu wawe Mweranda aturemeshe, kandi atudugane atujane ha hantu Umukiza wacu Yesu Kristo yatwitangiye imbere mu kujayo, we

ahoraho, ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, imyaka yose. Amen.

**Ibisomwa:** 1 Pet. 4:7-11
Yoh. 15:26-16:4

## H. UMUSI WA PENTEKOTE

### Umusi wa Pentekote

(Ni wo musi Mpwemu Mweranda yajeko)

### Isengesho:

**M**ana, wewe muri bino bihe wigisha imitima y' abantu bawe b' intahemuka mu kuyisukamwo Mpwemu Mweranda; turagusavye, kubw' uwo Mpwemu nyene, ngo uduhe kwama tumenya guhitamwo neza mu bintu vyose, kandi uduhe kwama tunezererwa n' uko tumuzi ko ari we afise uguhumuriza kweranda. Tubisenze kubw' ibikorwa vyiza Umukiza wacu Yesu Kristo yadukoreye, we ahoraho, ahangamanye nawe, mu bumwe bw' uwo Mpwemu nyene, muri Imana imwe, imyaka yose. Amen.

**Ibisomwa:** Ivyak. 2:1-11
Yoh. 14:15-31

## I. IBIHE VY' UBUTATU BWERANDA

### Umusi w' Imana wo kwibukirako Ubutatu bw' Imana

### Isengesho:

**M**ana uhoraho kandi ushobora vyose, abasavyi bawe turagushimira yuko wadufashije, tukemera ivy' ukuri waduhishuriye, y' uko uri Ubutatu buhoraho, ari bwo Data wa twese, n' Umwana, na Mpwemu Mweranda, tukaguhimbarisha kuvyatura; kandi turagushimira ko watwigishije yuko ubwo Butatu ari Imana imwe, none tukaba tugutazira, kubwo ububasha bw' Ubumana bwawe bw' icubahiro. Turakwinginze, udukomeze muri

ukwo kwizera, kandi wame uturinda ivyago vyose vyodutera. Ni wewe uhora uhangamye, uri Imana imwe, imyaka yose. Amen.

**Ibisomwa:** Ivyah. 4:1-11
Yoh. 3:1-15

### Umusi w' Imana wa mbere inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**M**ana, wewe Nkomezi z' abakwizigira bose, turakwinginze, wemerane imbabazi ivyo tugusenga. Kandi kubw' intege nke z' akameremere kacu gatuma dupfa; bigatuma ata ciza na kimwe twoshobora gukora tudafashijwe nawe, turagusavye ngo udufashishe ubuntu bwawe, kugira ngo nitwashobora kwitondera amabwirizwa yawe, ivyiyumviro vyacu n' ibikorwa vyacu vyemerwe nawe. Tubisenze kubw' Umwami wacu Yesu Kristo. Amen.

**Ibisomwa:** 1 Yoh. 4:7-21
Luk. 16:19-31

### Umusi w' Imana ugira kabiri inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**M**wami Mana, turagukengurukiye yuko utareka gufasha no kuganza abana bawe, kandi turagushimiye yuko wama ubatoza indero nziza yo kukwubaha no kugukunda. Nuko turakwinginze, wame utuzigama, uduhozako ijisho ryawe ryiza, kandi uduhe kwama twubaha izina ryawe ryeranda, turikunde. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** 1 Yoh. 3:13-24
Luk. 14:16-24

## Umusi w' Imana ugira gatatu inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**B**wirukiro, turakwinginze, twebwe abo wahaye gukunda kugusenga utwumvane imbabazi, utuzigamishe ububasha bwawe bwo kuturinda ivyago vyose kandi buturemeshe iyo tugiye mu marushwa ayo ari yo yose. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** 1 Pet. 5:5-11
Luk. 15:1-10

## Umusi w' Imana ugira kane inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**M**ana ni wewe Muzigamyi w' abakwizigira bose, kandi nta wogira ubushobozi atabukuye kuri wewe, kandi nta n' uwogira ubweranda atabuhawe nawe. None gwiza imbabazi zawe kuri twebwe zisesekare, uduhe guca hagati y' ivy' iyi si bigenda bihera turongowe nawe, kugira ngo tubone kuronka ivyiza vyo mw' ijuru bitazohera. Uduhe ivyo, Data wa twese uri mw' ijuru, kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa**: Rom. 8:18-23
Luk. 6:36-42

## Umusi w' Imana ugira gatanu inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**B**wirukiro Mana, zana umutekano n' impore muri iyi si, kugira ngo Ishengero ryawe ribe amahoro, rigukorere rinezerewe, rikwubashe. Tubisenze kubwa Yesu Kritso Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa**: 1 Pet. 3:8-15
Luk. 5:1-11

## Umusi w’ Imana ugira gatandatu inyuma y’ uw’ Ubutatu bw’ Imana

**Isengesho:**

**M**ana, ko ari wewe wateguriye abagukunda ivyiza biruta uko vyomenywa n’ ubwenge bw’ abantu; turakwinginze usuke mu mitima yacu urukundo rwo kugukunda, kugira ngo nitwagukunda, tukakurutisha ibindi vyose, tuze duhabwe ivyo wasezeranije birengeye ivyo twama twipfuza vyose. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa**: Rom. 6:3-11
Mat. 5:20-26

## Umusi w’ Imana ugira indwi inyuma y’ uw’ Ubutatu bw’ Imana

**Isengesho:**

**M**wami, Nyene ubushobozi bwose, ni wewe soko y’ivyiza vyose kandi ni wewe muhanyi wavyo, turakwinginze utere mu mitima yacu gukunda izina ryawe, nutugwizemwo ukukwubaha nyakuri, utwuzuzemwo ukugira neza kwose, kandi kubw’ imbabazi zawe nyinshi uduhe gushikama, ntitubivemwo. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa**: Rom. 6:19-23
Mrk. 8:1-9

## Umusi w’ Imana ugira munani inyuma y’ uw’ Ubutatu bw’ Imana

**Isengesho:**

**M**ana, ni wewe uganza ivyo mw’ ijuru n’ ivyo mw’ isi vyose, ukabihozako ijisho ryiza; nuko turakwinginze twiyoroheje, ushire kure ivyo tugirira nabi vyose, uduhe ivyotugirira akamaro. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umukama wacu. Amen.

**Ibisomwa**: Rom. 8:12-17
Mat. 7:15-21

## Umusi w' Imana ugira icenda inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**B**wirukiro Mana, turakwinginze uduhe umutima uzi gutandukanya ikibi n' iciza kugira ngo dushobore kwiyumvira ibigororotse kandi abe ari vyo dukora igihe cose. Kubera ko tudashobora gukora iciza na kimwe tudafashijwe nawe, turagusavye ngo wame udushoboza kubaho turangura ukugomba kwawe. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa**: 1 Kor. 10:1-13
Luk. 16:1-9

## Umusi w' Imana ugira icumi inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**M**wami Mana, abasavyi bawe biyoroheje, udutegere amatwi y' imbabazi, kandi uduhe kugusaba ibihwanye n' ivyo ugomba, kugira ngo twame duhabwa ivyo dusavye. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa**: 1 Kor. 12:1-11
Luk. 19:41-46

## Umusi w' Imana ugira icumi n' umwe inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**E**we Mana, werekanira ubushobozi bwawe bwose mu kutugirira ikigongwe n' imbabazi; nuduhe kubw' ubugwaneza n' ubuntu bwawe, kugendera mu nzira y' amabwirizwa yawe, kugira ngo duhabwe ivyiza wadusezeraniye, kandi duhabwe n' umugabane w' ubutunzi bwawe bwo mw' ijuru. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa**: 1 Kor. 15:1-11
Luk. 18:9-14

## Umusi w' Imana ugira icumi na kabiri inyuma y'uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose kandi uhoraho, turagushimira yuko wama ukunda kutwumva kuruta uko dukunda kugusenga, kandi ko ukunda kuduha ibirengeye ivyo twipfuza n' ibirenze ivyo twari dukwiye guhabwa; uducuncuburireko imbabazi zawe nyinshi, kandi utubabarire ivy' ijwi ryo mu mitima yacu ritwagiriza; uduhe n' ivyiza tutohangaye gusaba iyo ataba ari kubw' ibikorwa vyiza vya Yesu Kristo, Umwana wawe, ni we Muhuza n'Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa**: 2 Kor. 3:4-9
Mariko 7:31-37

## Umusi w' Imana ugira icumi na gatatu inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**M**ana y' imbabazi nyinshi kandi ushobora vyose, ni wewe wenyene uha abasavyi bawe bakwizigira kugukorera ibikorwa biroranye ushima. Nuko turakwinginze, utugirire ubuntu, tukiri muri ubu buzima, ngo tugukorere turi abizigirwa nyakuri, kugira ngo mu buzoza ntituze tubure guhabwa ivyo wasezeranije mw' ijuru. Tubisenze kubw' ibikorwa vyiza vya Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa**: Gal. 3:16-22
Luk. 10:23-37

## Umusi w' Imana ugira icumi na kane inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose kandi uhoraho, utugwirize ukwizera, n' ivyizigiro, n' urukundo: kandi uduhe gukunda ivyo udutegeka

kugira ngo duhabwe ivyo wasezeranije. Tubisenze kubwa Yesu Kristo Umukama wacu. Amen.

**Ibisomwa**: Gal. 5:16-24
Luk. 17:11-19

### Umusi w' Imana ugira icumi na gatanu inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**M**wami Mana, turakwinginze, wame uzigamisha Ishengero ryawe imbabazi zawe zidahera: kandi ko turi abantu buntu tutobura kugwa kubw' intege nke zacu tudafashijwe nawe, nudutabare, uturinde ivyotugirira nabi, udushikane mu vyotugirira akamaro ku ruhande rw' agakiza kacu. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa**: Gal. 6:11-18
Mat. 6:24-34

### Umusi w' Imana ugira icumi na gatandatu inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**B**wirukiro, turakwinginze, kubw' imbabazi zawe zamaho, wame woza kandi utabara Ishengero ryawe; kuko ridashobora kwama riri amahoro utaritabaye, uhore urizigamisha ugufasha kwawe n' ukugira neza kwawe. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa**: Ef. 3:13-21
Luk. 7:11-17

## Umusi w' Imana ugira icumi n' indwi inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**M**wami Mana, turakwinginze ngo ubuntu bwawe bwame butuja imbere kandi bwame buri kumwe natwe imisi yose, kandi bwame buturongorera kwama dukora ibikorwa vyiza mu buryo bwose. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa**: Ef. 4:1-6
Luk. 14:1-11

## Umusi w' Imana ugira icumi n' umunani inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**B**wirukiro Mana, abantu bawe turakwinginze, kubw' ubuntu bwawe uduhe gushikama, kugira ngo ivy' isi n' ivy' umubiri na Satani iyo bitugerageje tubihangare tubineshe; kandi uduhe kugukurikira dufise imitima itanduye, kuko ari wewe Mana yonyene y' ukuri. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa**: 1 Kor. 1:4-8
Mat. 22:34-46

## Umusi w' Imana ugira icumi n' icenda inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**M**ana, kuko tudashobora kuguhimbara, atari wewe udufashije, turakwingize kubw' imbabazi zawe wemere ko Mpwemu wawe Mweranda arongora imitima yacu muri vyose kandi akayiganza. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa**: Ef. 4:17-31
Mat. 9:1-8

## Umusi w' Imana ugira mirongo ibiri inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, Bwirukiro Nyene imbabazi, turakwinginze, kubw' ukugira neza kwawe n' ubuntu bwawe, uturinde icotugirira nabi cose, kugira ngo imitima n' imibiri yacu yitegurire gukora ivyo utegeka tunezerewe. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. A men.

**Ibisomwa**: Ef. 5:15-21
Mat. 22:1-14

## Umusi w' Imana ugira mirongo ibiri n' umwe inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**M**wami, Mana y' imbabazi, twebwe abasavyi bawe bakwizera, uduharire ivyaha vyacu, uduhe n' amahoro, kugira ngo tumaze kwozwa ivyaha vyose, tugukorere dufise imitima ishize icira. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa**: Ef. 5:10-20
Yoh. 4:46-54

## Umusi w' Imana ugira mirongo ibiri n' ibiri inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**B**wirukiro Mana, turakwinginze, wame ubungabunga umuryango wawe ari ryo Shengero ryawe, rigume rigaragaza ukukwubaha imisi yose, kugira ngo ugutabara kwawe kuririnde ivyago vyose, ryame ryitwariritse kugukorera no kurangura ibikorwa vyiza bininahaza izina ryawe. Tubisenze kubw' Umwami wacu Yesu Kristo. Amen.

**Ibisomwa:** Flp. 1:3-11
Mat. 18:21-35

## Umusi w' Imana ugira mirongo ibiri na gatatu inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**M**ana, wewe buhungiro bwacu kandi nkomezi zacu, ni wewe ukugororoka kwacu kwandurukako. Turakwinginze, utegere ugutwi ivyo Ishengero ryawe rigusaba ryiyoroheje, kandi ivyo tugusavye twizeye wemere kubiduha nk' uko tubigusavye. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa**: Flp. 3:17-21
Mat. 22:15-22

## Umusi w' Imana ugira mirongo ibiri na kane inyuma y' uw' Ubutatu bw' Imana

**Isengesho:**

**M**wami Mana, abasavyi bawe turakwinginze, uduharire ibicumuro vyacu, kugira ngo ukugira neza kwawe n' ubuntu bwawe biduheshe kubohorwa ingoyi z' ivyo vyaha twakoze kubw' intege nke zacu. Uduhe ivyo, Data wo mw' ijuru, kubw' urukundo rwa Yesu Kristo, Umwami wacu akaba n' Umukiza wacu. Amen.

**Ibisomwa**: Kol. 1:3-12
Mat. 9:18-26

***Hamwe hobaho Imisi y' Imana mirongo ibiri n' itandatu inyuma y' uw' Ubutatu, hokoreshwa ivyakoreshejwe ku Musi w' Imana ugira gatandatu inyuma y' Ukwerekanwa mu gishingo c' Umusi w' Imana ugira mirongo ibiri na gatanu. Habayeho mirongo ibiri n' indwi, hokoreshwa ivyakoreshejwe ku Musi ugira gatandatu inyuma y' Ukwerekanwa mu gishingo c' uwa mirongo ibiri na gatandatu, hakoreshwe ivyakoreshejwe ku Musi w' Imana ugira gatanu inyuma y' Ukwerekanwa mu gishingo c'uwa mirongo ibiri na gatanu; hamwe na ho idashitse, ibirengako vyorekwa.***

## J. IYINDI MISI MIKURU

### Umusi w' Imana ukurikirwa n' imisi yo Kuza kwa Kristo

**Isengesho:**

**B**wirukiro, abasavyi bawe bakwizera, turakwinginze furura ingabire zawe mu mitima yacu, zake; kandi uduhe kwama imbuto nyinshi nziza z' ibikorwa vyawe, kugira ngo tuze duhabwe nawe impera ntangere. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Yer. 23:5-8 canke 2 Tim. 1:1-14
Yoh. 6:5-14

### Umusi wo kwibuka Andereya Mweranda

(Munyonyo 30)

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, turagushimira Intumwa yawe Andereya wagiriye imbabazi zatumye yitaba Umwana wawe Yesu Kristo igihe yamuhamagara, agasiga vyose akamukurikira adatevye. None rero natwe turakuzamvye kugira ngo nk' uko twahamagawe n' Ijambo ryawe ryeranda, twemere kwitaba tudatevye, twemere kwitanga ngo tubone gushitsa amabwirizwa yawe. Tubisavye mw' izina rya Yesu Kristo, Umukama wacu. Amen.

**Ibisomwa**: Rom. 10:9-21
Mat. 4:18-22

### Umusi wo kwibuka Toma Mweranda

(Kigarama 21)

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose kandi uhoraho, turibuka yuko wemereye Intumwa yawe nyeranda Toma gukekeranya ivy' izuka ry' Umwana wawe kugira ngo ubishigikirishe ukwizera kwacu. Nuko turagusavye ngo uduhe kwemera rwose ivy' izuka ry' Umwana wawe Yesu Kristo ata gukekeranya. Bwirukiro utwumvire, kubwa

Yesu Kristo, we abereye icubahiro n' ubuninahazwa nk' uko ari ivyawe, bikaba n' ivya Mpwemu Mweranda ubu no mu myaka yose. Amen.

**Ibisomwa:** Heb. 10:35-11:1
Yoh. 20:24-31

### Umusi wo kwibuka guhinduka kwa Paulo Mweranda

(Nzero 25)

**Isengesho:**

**M**ana, turagukengurukiye ko umuco w' Ubutumwa Bwiza Intumwa yawe Paulo Mweranda yigishije wakayanganye mw' isi yose. Turakwinginze ngo natwe twibuke uguhinduka kwiwe kw' igitanganza biheze bidutere kugushimira kandi tuvyerekanishe ugukurikiza inyigisho z' ukuri yigishije. Tubisavye mw' izina rya Yesu Kristo, Umukama wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Ivyak. 9:1-22
Mat. 19:27-30

### Umusi wo kwibuka Kwerekanwa kwa Kristo mu Rusengero

(Ruhuhuma 2)

**Isengesho:**

**M**ana uhoraho kandi ushobora vyose, turakwinginze twiyoroheje, wewe Munyacubahiro kirengeje, kubera ko Umwana wawe w' ikinege muri iyo misi yagushikirijwe mw' isengero, afise umubiri nk' uwacu, natwe tugushikirizwe dufise imitima itunganye itagira akarohe. Tubisenze kubw' uwo Yesu Kristo nyene, Umwana wawe akaba n' Umukiza wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Mal. 3:1-5
Luk. 2:22-40

## Umusi wo kwibuka Matiya Mweranda, Intumwa
(Ruhuhuma 24)

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, uyu musi turibuka ingene watoye umusavyi wawe yizigirwa Matiya ngo abe mu gitigiri c' Intumwa zawe cumi na zibiri mu gishingo c'umwe Yuda, wa muhemu. None turagusavye ngo Ishengero ryawe ryame ririndwa Intumwa zitari zo, kandi ryame rirongorwa kandi riganzwa n'abungere b' abizigirwa. Tubisavye mw' izina rya Yesu Kristo Umukama wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Ivyak. 1:15-26
Mat. 11:25-30

## Umusi wo kwibuka Mariya nyina wa Yesu
(Ntwarante 25)

**Isengesho:**

**B**wirukiro Mana, kubera ubutumwa bw' umumarayika, watumenyesheje ivy' ivuka ry' Umwana wawe Yesu Kristo, turakwinginze ngo usuke mu mitima yacu ubuntu bwawe, kugira ngo tubone kwerekeza ku buninahazwa bw' izuka ryiwe na bwo, kubw' umusaraba n' imibabaro yiwe. Tubisavye kubw' uwo Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Yes. 7:10-15
Luk. 1:2-38

## Umusi wo kwibuka Mariko Mweranda, Umwanditsi w' Ubutumwa Bwiza (Ndamukiza 25)

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, turagukengurukira ko wigishije Ishengero ryawe ryeranda, inyigisho Mariko Mweranda yanditse mu Butumwa Bwiza. None turagusaba ngo ntitujanwe irya n' ino nk' abana bato n' imiyaga y' inyigisho zidafise akamaro yamara

dukomezwe n' ukuri kwo mu Butumwa bwawe Bwiza. Tubisavye mw' izina rya Yesu Kristo, Umukama wacu. Amen

**Ibisomwa:** Ef. 4:7-16
Yoh. 15:11

## Umusi wo kwibuka Abatumwa Beranda Filipo na Yakobo,

(Rusama 1)

**Isengesho:**

**U**horaho Mana ishobora vyose, turagushimira yuko kukumenya ari bwo buzima budahera. None turakwinginze uduhe kumenya neza Umwana wawe Yesu Kristo, tumumenye ko ari we nzira, ukuri n' ubugingo; kugira ngo tugeze ikirenge mu c' Intumwa zawe Filipo Mweranda na Yakobo Mweranda, bitume tuguma tugendera mu nzira ijana mu bugingo buhoraho. Tubisavye mw' izina ry' Umwana wawe Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Yak. 1:1-12
Yoh. 14:1-14

## Umusi wo kwibuka Barunaba Mweranda, Intumwa

(Ruheshi 11)

**Isengesho:**

**U**horaho Mana ushobora vyose, wewe wahaye ingabire nziza cane za Mpwemu Mweranda Intumwa yawe, Barunaba Mweranda, none natwe turakwingize, udutabaze ingabirano zawe ziri uburyo bwinshi, utugwizemwo n' ubuntu bwo kwama tuzikoresha imisi yose ngo biguheshe icubahiro no guhimbazwa. Tubisenze mw' izina rya Yesu Kristo, Umukiza wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Ivyak. 11:22-30
Yoh. 15:12-16

## Umusi wo kwibuka Yohana Umubatizi Mweranda
(Ruheshi 24)

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose turagushimira yuko wagomvye ko Umusavyi wawe Yohana Umubatizi avuka mu buryo butangaje, ukamutuma gutegurira inzira Umwana wawe ari we Mukiza wacu, akayitegura mu gusigura ukwihana. Natwe turagusavye uduhe gukurikiza ubuzima bweranda bwiwe n' inyigisho zawe yadushikirije, tubone kwihana vy'ukuri twisunze insiguro yiwe, kandi uduhe kwama dushira amanga mu kuvuga ukuri imisi yose, duhasha ikibi cose, kandi twemere kwihanganira kubabazwa tuzira ukuri, dukurikije akarorero kiwe. Tubisavye mw' izina rya Yesu Kristo, Umukama wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Yes. 40:1-11
Luk. 1:57-80

## Umusi wo kwibuka Petero Mweranda, Intumwa
(Ruheshi 29)

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, tuzi yuko watumye Umwana wawe Yesu Kristo guha Intumwa yawe, Petero Mweranda ingabirano nziza kandi nyinshi, kandi ukamutegeka kuragira intama zawe. Natwe turakuzamvye uhe Abepisikopi bose, n' Abapasitori bose umwete wo kugabura Ijambo ryawe ryeranda, kandi uhe abantu bose kuryumvira no gushira mu ngiro ico rivuga, kugira ngo hanyuma bose na bose bazohabwe ca gitsibo c' ubuninahazwa bw' ibihe vyose, kimwe wasezeraniye abagukunda. Tubisavye mw' izina ry' Umwami wacu Yesu Kristo. Amen.

**Ibisomwa:** Ivyak. 12:1-11
Mat. 16:13-19

## Umusi wo kwibuka Intahe y' Ukwikukira kw' Uburundi
(Mukakaro 1)

**Isengesho:**

**M**ukama Mana yacu Nyene ubushobozi ntangere, turagukengurukiye ko washoboje Abakurambere bacu baharaniye intahe y' ukwikukira kw' Uburundi nk' uko tuvyibuka uyu musi; turakwinginze ngo Abarundi bose n' abandi bantu bose baba muri iki gihugu, uduhe kubungabunga no kuzigama iyo ntahe mu mahoro, mu bumwe no mu butungane bitume dushima izina ryawe. Tubisenze kubwa Yesu Kristo Umukama wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Gus. 10:17-21
Matayo. 5:43-47

## Umusi wo kwibuka Barutoromayo Mweranda, Intumwa
(Mukakaro 24)

**Isengesho:**

**M**ana uhoraho kandi ushobora vyose, wagiriye ubuntu Intumwa yawe Barutoromayo yizera Ijambo ryawe mu kuri ata buryarya; kandi atako aranaryigisha. Turakwinginze ugirire ubuntu Ishengero ryawe, urihe umutima wo gukunda iryo Jambo yemeye, urihe kurimenyekanisha no kuryakira. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umukama wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Ivyak. 5:12-16
Luk. 22:24-30

## Umusi wo kwibuka Yakobo Mweranda, Intumwa
(Mukakaro 25)

**Isengesho:**

**M**ana Nyene imbabazi, turibuka yuko Intumwa yawe Yakobo Mweranda yasize se n' ivyo yari afise vyose akitaba, agatako agakurikira Umwana wawe Yesu Kristo adakekeranije. Natwe turagusavye uduhe kwemera gusiga ivy' iyi si n' ivy' umubiri

tubone kurushaho kwitegurira kwumvira amabwirizwa yawe yose. Tubisenze mw' izina rya Yesu Kristo Umukama wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Ivyak. 11:27-12:3
Mat. 20:20-28

### Umusi wo kwibuka Matayo Mweranda, Intumwa
(Nyakanga 21)

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose watumye Umwana wawe akundwa cane guhamagara Matayo ngo ave ku bikorwa vyo gutoza ikori ahinduke Intumwa n' umusiguzi w' Ubutumwa Bwiza, natwe turakwinginze uduhe imitima yemera kuvavanura n' ivyipfuzo vyo gukunda amahera, tuvavanure no kwipfuza inyungu mbi zose, uduhe no gukurikira Umwana wawe, Yesu Kristo, ahangamanye nawe, na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe imyaka yose. Amen.

**Ibisomwa:** 2 Kor. 4:1-6
Mat. 9:9-13

### Umusi wo kwibuka Mikayeri Mweranda n' abandi Bamarayika bose (Nyakanga 29)

**Isengesho:**

**M**ana uhoraho, ni wewe washizeho kandi uratunganya neza amabanga ajejwe Abamarayika n'ayajejwe abantu, uyashiraho ku rutonde rutangaje cane; none rero, nk' uko Abamarayika bawe beranda bama bagukorera mw' ijuru, turakwinginze kubw' imbabazi zawe, hano mw' isi na ho ubatume bame badutabara kandi baturwanira. Tubisavye mw' izina rya Yesu Kristo, Umukama wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Ivyah. 12:7-10
Mat. 18:1-10

## Umusi wo kwibuka Luka Mweranda, Intumwa

(Gitugutu 18)

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, wewe washize mu musavyi wawe Luka Mweranda, Umuganga, iciyumviro co kwamamaza urukundo rw' Umwana wawe n' ubushobozi bwiwe bwo gukiza indwara, mu Butumwa Bwiza, natwe turagusavye ngo ugaragaze mw' Ishengero ryawe ubushobozi nk' ubwo n' urwo rukundo, kugira ngo imibiri yacu ikire indwara kandi n' imitima yacu na yo nyene ikire. Tubisenze kubw' Umwana wawe Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Ibisomwa:** 2 Tim. 4:5-15
Luk. 10:1-7

## Umusi wo kwibuka Simoni Mweranda na Yuda Mweranda

(Gitugutu 28)

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, ni wewe wubatse Ishengero ryawe kw' itanguriro ryashizweho n' Intumwa n' Abavugishwa nawe, Yesu Kristo na we akaba ari we rya buye rigumya imfuruka; nuko natwe turakwinginze uduhe guhuza umutima tube umwe, duhujwe n'ivyo badushikirije vyerekeye inyigisho zawe, duhinduke ishengero ryeranda, riguhimbara. Tubisenze kubw' uwo Yesu Kristo, Umukama wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Yuda 1-8
Yoh. 15:17-27

## Umusi wo kwibuka Aberanda bose

(Munyonyo 1)

**Isengesho:**

**M**ana ushobora vyose, turagushimira yuko wakoranirije hamwe, mu muryango umwe, abo watoranije, ukabafasha kwunga

ubumwe, kugira ngo ubagire umubiri wa Kristo, Umwana wawe kandi Umukama wacu, mu buryo bwa Mpwemu Mweranda; none turagusavye ngo utugirire ubuntu, tubone gukurikiza akarorero k' abo bahirwe, aberanda bawe, dukurikize ingeso zabo nziza n' ubweranda babayemwo, kugira ngo hanyuma tuzohabwe umunezero w' akaburarugero wasezeraniye abagukunda vy' ukuri. Turakwinginze utwumvire, kubw' uwo Yesu Kristo, Umwana wawe kandi Umukama wacu. Amen.

**Ibisomwa:** Ivyah. 7:2-12
Mat. 5:1-12

# V. ISANGIRA RYERANDA

## A. ISANGIRA RYERANDA (A)

***D**ata wa twese uri mw' ijuru, izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw' isi nko mw' ijuru. Uduhe ivyo kurya bidukwiye uyu musi. Utubabarire ibicumuro vyacu, nk' uko natwe tubabarira ababitugirira. Ntutureke ngo tuje mu bitwosha nabi, yamara udukize wa Mubi. Kuko ari wewe ugaba vyose, ukaba Nyeninganji n' icubahiro, mu myaka yose. Amen.*

### Isengesho ryo Gutegura imitima

**M**ana ishobora vyose, ni wewe uzi imitima y' abantu bose, ukamenya n' ivyo bagomba, kandi nta nama n' imwe uhishwa: nuko turakwinginze, ivyo twiyumvira mu mitima yacu uvyezeshe kuyishiramwo Mpwemu wawe Mweranda; kugira ngo dushobore kugukunda ata gatosi, dushobore no kuninahaza izina ryawe ryeranda uko bibereye. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

### Amabwirizwa cumi y' Imana (Kuvayo 20:1-17)

**I**mana yavuze aya majambo yose, iti: "Ndi Uhoraho Imana yawe, yagukuye mu gihugu ca Egiputa, mu nzu y' ubuja: ntukagire izindi mana umbangikanya."

***Abantu:*** *Mwami, uduharire, uhindure imitima yacu; twumvire iryo bwirizwa.*

"**N**tukibazire igishushanyo, canke igisa n' ishusho y' ikintu na kimwe kiri hejuru mw' ijuru, canke hasi kw' isi, canke mu mazi yo mu biyaga. Ntuze uvyikubite imbere, ntuze ubisabe;
kuko jewe Uhoraho Imana yawe, ndi Imana ifuha, mpora abana ibicumuro vya ba se, nkageza ku runganwe rugira gatatu no ku rugira kane rw' abanyanka, nkagirira ikigongwe abankunda,

bakitondera amabwirizwa yanje, nkageza ku runganwe rwabo uko ruzogenda rukurikirana gushika igihumbi."

***Abantu:*** *Mwami, uduharire, uhindure imitima yacu twumvire iryo bwirizwa.*

"**N**tugapfe kuvuga izina ryanje, jewe Uhoraho Imana yawe, ku vy' ubusabusa;
kuko uworivuga ku vy' ubusabusa, jewe Uhoraho ntobura kubimuhora. "

***Abantu:*** *Mwami uduharire, uhindure imitima yacu, twumvire iryo bwirizwa.*

"**W**ibuke kuziririza umusi w' Imana.
Mu misi itandatu uze ukore, abe ari yo ukoreramwo ibikorwa vyawe vyose, ariko umusi ugira indwi ni wo musi wanje, jewe Uhoraho Imana yawe. Ntukagire igikorwa na kimwe ukora kuri wo wewe ubwawe, canke umuhungu wawe, canke umukobwa wawe, canke umugurano wawe, canke umuguranokazi wawe, canke uw' injabuka aba i wawe, canke inka zawe, kuko imisi itandatu ari yo jewe Uhoraho naremyemwo ijuru n' isi, n' ikiyaga, n' ibiri muri vyo vyose, nkaruhuka ku musi ugira indwi, ni co catumye jewe Uhoraho mpezagira umusi w' indwi, nkaweza."

***Abantu:*** *Mwami uduharire, uhindure imitima yacu, twumvire iryo bwirizwa.*

"**W**ubahe so na nyoko;
kugira ngo urambire mu gihugu jewe Uhoraho Imana yawe nzoguha."

***Abantu:*** *Mwami uduharire, uhindure imitima yacu, twumvire iryo bwirizwa.*

"**N**tukice;"

***Abantu***: *Mwami, uduharire, uhindure imitima yacu, twumvire iryo bwirizwa.*

“**N**tugasambane;”

***Abantu:*** *Mwami uduharire, uhindure imitima yacu, twumvire iryo bwirizwa.*

“**N**tukibe;”

***Abantu:*** *Mwami, uduharire, uhindure imitima yacu, twumvire iryo bwirizwa.*

“**N**tukagirize ibinyoma mugenzawe;”

***Abantu:*** *Mwami, uduharire, uhindure imitima yacu, twumvire iryo bwirizwa.*

“**N**tukifuze
inzu ya mugenzawe, ntukifuze umugore wa mugenzawe canke umugurano wiwe, canke inka yiwe, canke indogoba yiwe, canke ikintu na kimwe ca mugenzawe.”

***Abantu:*** *Mwami, uduharire, kandi turakwingingira kwandika ayo mabwirizwa yawe yose mu mitima yacu.*

***Canke Umupasitori yibutse abantu ingene Yesu Kristo yatanze impfunyapfunyo y’ ayo mabwirizwa cumi:***

Umwami wacu Yesu Kristo yaravuze, ati: “Umve, Isirayeli, Uhoraho Imana yacu ni we Uhoraho wenyene.

**U**kundishe Uhoraho Imana yawe umutima wawe wose, n’ ubuzima bwawe bwose, n’ ubwenge bwawe bwose, n’ inkomezi zawe zose, iryo ni ryo bwirizwa rihambaye rya mbere. Hari irindi rya kabiri rimeze nka ryo, ni iri: Ukunde mugenzawe nkuko wikunda. Nta rindi bwirizwa risumba ayo: kuri ayo mabwirizwa yompi ivyagezwe vyose n’ amajambo y’ abavugishwa n’ Imana ni yo bishimikiyeko.”

***Abantu:*** *Mwami, uduharire, kandi turakwinginze wandike ayo mabwirizwa yawe yose mu mitima yacu.*

***Umupasitori arashobora gukurikizako ano masengesho:***

**Dusenge:**

**M**ukama Nyene ububasha bwose, Mana uhoraho, turakwinginze wame utumbereza imitima n' imibiri yacu mu nzira y' Amabwirizwa yawe, wame utweza kandi uturongora; kugira ngo imibiri n' imitima yacu vyame bizigamwa kandi birindwa n' ububasha bwawe bwinshi tukiri hano mw' isi co kimwe naho tuzoba twarashitse mu buzima butazohera. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami n' Umukiza wacu. Amen.

**M**ana ushobora vyose, uhoraho, tumenyeshwa n' Ijambo ryawe yuko imitima y' abategetsi ari wewe uyigaba ukayiganza, kandi ko uyikoresha uko ugomba kwose, turakwingingiye Perezida w' Uburundi, n' abatuganza bose, wame uhindura imitima yabo kugira ngo mu vyo biyumvira vyose, no mu vyo bavuga, no mu vyo bakora, baze bame barondera ibiguhesha icubahiro, bitwararike kuganza neza abantu wabajeje, kugira ngo baroranirwe, babe mu mahoro, bakwubahe. Ivyo tubisenze, Data wa twese w' imbabazi, kubw' Umwana wawe ukunda, Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

***Umupasitori asenge isengesho ryagenewe uwo musi.***

***Hasomwe igihimba co mw' Isezerano rya Kera, Icete, canke kimwe muri ivyo bibiri abanje kuvuga, ati:***

"**I**cete canditswe na ……………… mu gihimba ca ……. …….uhereye ku karongo ka ………..."

***Niyaheza gusoma ico gihimba, avuge, ati:***

"Iri ni Ijambo ry' Imana."

***Abantu:*** *"Turishimire Imana"*

***Abantu bavuye hasi, Umupasitori abasomere igihimba co mu Butumwa Bwiza, ati:***

“**U**butumwa Bwiza bw’ Imana uko bwanditswe na ……………. Mweranda, mu gihimba ca ………….. uhereye ku karongo ka …………………………”

***Abantu:*** *“Icubahiro kibe icawe, Mukama.”*

***Ahejeje gusoma ico gihimba, avuge, ati:***

“Ubu ni Ubutumwa bwa Kristo.*”*

***Abantu:*** *“Mwami tugushimiye Ubutumwa bwawe bweranda.”*

**Bahagaze bavugire hamwe Ukwemera kw’ i Nike:**

***Abantu:***

***N****emera Imana imwe, Data wa twese ashobora vyose, Umuremyi w’ ijuru n’ isi, kandi w’ ibintu vyose biboneka n’ ibitaboneka.*

*Nemera Umukama umwe Yesu Kristo, Umwana w’ Imana w’ ikinege, yavyawe na Se, isi n’ ibiri mw’ ijuru vyose bitararemwa. Ni Imana iva mu Mana. Ni Umuco uva mu Muco. Ni Imana nyakuri iva mu Mana nyakuri, yaravyawe ntiyaremwe, afise akameremere nk’ aka Data wa twese, kandi vyose vyaremwe na we. Yavuye mw’ ijuru, amanuka kubwacu; kugira ngo dukizwe, yambikirwa umubiri na Mpwemu Mweranda mu Nkumi Mariya; aba umuntu; yabambwe ku musaraba kubwacu atanzwe na Pontiyo Pilato; arababazwa, arapfa, arahambwa, azuka ku musi ugira gatatu, nk’ uko vyari vyaranditswe. Araduga aja mw’ ijuru, ubu avyagiye i buryo bwa Data wa twese. Kandi azogarukana icubahiro cinshi, aje gucira urubanza abazoba bakiriho n’ abazoba barapfuye; ubwami bwiwe buzokwamaho.*

*Kandi nemera Mpwemu Mweranda, ni we Mukama kandi Umuhanyi w’ ubugingo, akomoka kuri Data wa twese no ku*

*Mwana, asengerwa hamwe, ahimbazanywa hamwe na Data wa twese n' Umwana, yavugira mu kanwa k' abavugishwa n' Imana.*

*Nemera yuko hariho Ishengero rimwe ryeranda ry' Abakristo bose rikurikiza Intumwa za Kristo. Kandi nemera Umubatizo umwe wo gukurwako ibicumuro, kandi nizigiye kuzobona Ukuzuka kw' abapfuye, n' Ubugingo bwo mu gihe kizoza. Amen.*

***Bose bicaye, batange amatangazo yose akenewe; hanyuma habeho Insiguro y' Ijambo ry' Imana, maze Umupasitori na we asubire kwegera Ameza asome ibigabure bimwe bimwe vyo muri ibi:***

**U**muco wanyu uboneshe imbere y' abantu, ngo babone ibikorwa vyanyu vyiza, bahimbaze So wo m' ijuru. *(Mat. 5:16)*

Ntimukirundanirize ubutunzi mw' isi, aho inyenzi n' ingese bibumara, n' ibisuma bikimba bikabwiba. Ariko mwirundanirize ubutunzi mw' ijuru, aho inyenzi n' ingese bitabumara, hatariyo n' ibisuma vyimba ngo vyibe. *(Mat. 6:19-20)*

Mukwiye gufasha abadakomeye, no kwibuka amajambo y' Umwami Yesu, ingene ubwiwe yavuze, ati: “Gutanga kuzana umugisha, kuruta guhabwa.“ *(Ivyak. 20:35)*

Uwigishwa Ijambo ry' Imana ahe umwigisha mu vyiza vyose. Ntimuzimire: Imana yo nticokorwa; kuko ico umuntu abiba cose ari co azokwimbura. *(Gal. 6:6-7)*

Wihanize abatunzi bo mu vy' iki gihe, babe abatunzi ku bikorwa vyiza, babe abanyabuntu bakunda gutanga, bibikire ubutunzi buzoba itanguriro ryiza mu gihe kizoza, kugira ngo bacakire ubuzima nyakuri. *(1 Tim. 6:17-19)*

Kugira neza no kugira ubuntu ntimukavyibagire, kuko ibimazi bimeze bityo ari vyo bihimbara Imana. *(Heb. 13:16)*

Ugirira akagongwe umugorwa aba aguranye Uhoraho, kandi ukugira neza kwiwe azokumwishura. *(Imig. 19:17)*

Abantu ntibaze barenguke imbere y' Uhoraho iminwe misa; umuntu wese aze atange uko ashoboye, nk' uko Uhoraho Imana yanyu azoba yabahaye, *(Gus. 16:16-17)*

**Ku musi wo Kuvuka kwa Kristo**

Murazi ubuntu bw' Umwami wacu Yesu Kristo, ko naho yari umutunzi, yahindutse umworo kubwacu kugira ngo ubworo bwiwe budutungishe. *(2 Kor. 8:9)*

**Ku musi wo Kuzuka kwa Kristo**

Umwagazi w' intama wa Pasika wacu, ari we Kristo, watanzweko ikimazi. Nuko tuziririze imisi mikuru, tudafise umwambiro wa kera, canke umwambiro w' urwanko n' ikibi, ariko tugire imikate itambiwe y' imitima ikeye n' ukuri. *(1 Kor. 5:78)*

**Ku musi wo Kuduzwa kwa Yesu Kristo mw' ijuru**

Yaduze mw' ijuru, ajana iminyago, agabira abantu ingabire. *(Ef. 4:8)*

**Ku musi wa Pentekote**

Imana ni yo yadushizeko ikimenyetso, itugwatiriza Mpwemu wayo mu mitima yacu. *(2 Kor. 1:22)*

**Ku musi w' Ubutatu bweranda**

Umwami ahoraho, adapfa, ataboneka, ari we Mana imwe yonyene, igitinyiro n' icubahiro bibe ivyayo, ibihe bitazohera, Amen. *(1 Tim. 1:17)*

***Baririmbe indirimbo bariko batanga amashikanwa, bahejeje kuyegeranya bayazane ku Meza hanyuma Umupasitori asome aya majambo:***

None rero, Mana yacu, turagukengurukiye, duhimbaje izina ryawe ry’ icubahiro. Vyose biva kuri wewe, kandi ivyawe akaba ari vyo tuguhayeko. *(1 Ngo. 29:13-14)*

***Umupasitori avuge ati:***

**Dusengere Ishengero n’ abantu bose**

**M**ana ushobora vyose kandi uhoraho, twibuka yuko wabwirije Intumwa yawe Paulo Mweranda kutwigisha gusengera abantu bose no kubingingira no kubashimira. Turakwinginga twiyoroheje kubw’ imbabazi zawe (kwemera ivyo tugushikaniye) no kwumva ivyo tugusenga Mana y’ icubahiro. Turakwinginze, wame usuka Mpwemu Mweranda mw’ Ishengero ry’ Abakristo bose, ngo abemeze ivy’ ukuri, abahe gushira hamwe, abakundanishe. Turagusaba ngo abatura izina ryawe ryeranda bose bahuze, bemeranye ku kuri kw’ Ijambo ryawe ryeranda, babane mu mwumvikano, bashire hamwe kandi bagiriranire urukundo rwa kivukanyi.

Turakwinginze, uze wame urongora Abacamanza bose bo mu gihugu cacu, kugira ngo imitima yabo yame igambiriye imisi yose guca imanza z’ ukuri zibereye, ubarinde guhengama no kurenganya, bahane abakora ivyaha n’ inkozi z’ ibibi, kugira ngo hahangame ibikorwa vy’ingeso nziza gusa, kandi Ishengero ryawe rishikame.

Data wa twese uri mw’ ijuru, Abepisikopi n’ Abapasitori, n’ abandi bose bakora igikorwa co mw’ Ishengero ryawe ubagirire ubuntu bwawe, kugira ngo bavuge Ijambo ryawe ry’ ukuri ry’ ubuzima, baryerekanishe ingeso zabo no mu vyo bigisha, kandi batange Amasakaramento yawe meranda uko bikwiye kandi mu buryo bubereye.

Ugirire ubuntu bwawe buva mw' ijuru abantu bawe bose, ariko cane cane aba bakoraniye hano, kugira ngo bumvirize kandi bakire Ijambo ryawe ryeranda n' imitima yubashe kandi yicishije bugufi, kugira ngo bashobore kugukorera mu bugororotsi no mu bweranda imisi yose y' ubuzima bwabo.

Bwirukiro, kubwo kugira neza kwawe, turakwinginze twiyoroheje cane, ngo wirure abababaye bose kandi ubatabare: abagandaye, aboro, abarwaye, n' abari mu bindi vyago vyose vyo muri ubu buzima bumara akanya gato.

Turashemagiza izina ryawe ryeranda kubw' abasavyi bawe bose bavuye muri ubu buzima bakwizeye, bakwubashe. Turakwinginze, kubw' ubuntu bwawe, ngo uduhe gukurikiza akarorero kabo keza uburyo buzotuma dusangira na bo ubwami bwawe bwo mw' ijuru. Uduhe ivyo, Data wa twese, kubwa Yesu Kristo, we Muhuza wenyene kandi Umuvugizi wacu. Amen.

***Umupasitori ahanurishe abaje guhabwa Isangira Ryeranda aya majambo akurikira:***

**B**akundwa cane mu Mwami wacu, mwebwe abagomba kuza kuri iri Sangira Ryeranda ry' umubiri n' amaraso vy' Umukiza wacu Yesu Kristo, mukwiye kwibuka ingene Paulo Mweranda yahanuye abantu bose ngo bagire umwete wo kwisuzuma, batarahangara kurya kuri uwo Mukate no kunywera kuri ico Gikombe.

Mumenye yuko nitwakirana iryo Sakaramento ryeranda imitima y' ukuri yihana, n' ukwizera kuzima, bitugirira ikimazi kinini, kuko ari ho imitima yacu iba iriye umubiri wa Kristo, kandi iba inyoye amaraso yiwe; ni ho tubana na Kristo, na we akabana natwe; ni ho ducika umwe na Kristo, na we agacika umwe natwe.

Ariko kandi mumenye yuko nitwavyakira uko bidakwiye, tuba twishize mu vyago bikomeye, kuko tuba dutsinzwe n' urubanza rw' uko twakengereye umubiri n' amaraso vy' Umukiza wacu Yesu Kristo; mbere tuba turya kandi tunywa ibituzanira gutsindwa n' urubanza, kuko tutamenye umubiri w' Umwami wacu, kandi tuba twihamagariye uburake bw' Imana.

Nimwitsinde rero, bavukanyi, mwoye kuzotsindishwa n' Umwami wacu; mwihane vy' ukuri ivyaha vyanyu; mwizeye Yesu Kristo Umukiza wacu mushikamye; mutunganye ubuzima bwanyu; mugiriranire urukundo n' abantu bose; ni ho muzoba mubereye gusangira ivy' iri banga ryeranda. Kandi ikiruta ivyo vyose, mukwiye gukengurukira Imana Data, na Mwana, na Mpwemu Mweranda, mwicishe bugufi bivuye ku mutima, kubera ko yacunguje abari mw' isi urupfu n' imibabaro vy' Umukiza wacu Yesu Kristo, uwo yari Imana kandi ari umuntu; yicisha bugufi wenyene ubwiwe, araganduka, ashitsa no ku rupfu rwo ku musaraba kubwacu, twebwe abanyavyaha twafutanye, twahora mu mwijima w' icuraburinde no mu gitutu c' urupfu; kugira ngo aduhindure abana b' Imana, kandi adushire hejuru ngo turonke ubugingo budahera.

Dukwiye kwama twibuka urukundo rw' agahebuza uwo Databuja yadukunze, akaduha Yesu Kristo, Umukiza wacu wenyene, we yadukunze mu kudupfira ku musaraba. Twame twibuka n' ivyiza vyinshi bitoharurika yaturonkeje mu gusesa amaraso yiwe y' igiciro kinini. Ni we yashinze kandi ategeka ivy' aya mabanga meranda, kugira ngo atubere icibutso c' intahava c' urwo rukundo rwiwe kitwibutsa urupfu rwiwe, aheze aze yame aduhumuriza imisi yose.

Nuko rero kubw' ivyo, twame tumushima ubudasiba, nk' uko dutegerezwa kwama dushima Data wa twese na Mpwemu Mweranda, twama tumwishikiriza rwose ngo adukoreshe uko agomba kwose kandi uko bimuhimbaye. Twame tugira umwete wo kumukorera imisi yose y' ubuzima bwacu bwose mu bugororotsi no mu bweranda nyakuri. Amen.

***Umupasitori abwire abaje guhabwa Isangira Ryeranda, ati:***

"**Y**emwe abihana rwose vy' ukuri ivyaha vyanyu, mugakunda na bagenzi banyu, kandi mukaba mwirimbuye mukipfuza kugira ubuzima bushasha mu kwama mwisunga amabwirizwa y' Imana, kandi muhereye ubu mukama mugendera mu nzira zeranda zayo; mwigire hafi mufise ukwizera, muhabwe iri Sakaramento ryeranda

ryo kubaruhura; kandi mwiyoroheje mu kwambaza Imana, mupfukamye, mutekereje, nimwaturire ivyaha vyanyu imbere y' Imana ishobora vyose."

***Bose bature ivyaha; bicishije bugufi, bapfukamye.***

**M**ana ushobora vyose, Se w' Umwami wacu Yesu Kristo, Umuremyi w' ibintu vyose, Umucamanza w' abantu bose, twemeranye ukwicuza kwinshi ivyaha n' ibicumuro bitagira uko bingana, ivyo twakoze rimwe rimwe, mu vyo twiyumviriye, mu vyo twavuze, no mu vyo twakoze, ducumura ku cubahiro c' Ubumana bwawe, bituma rwose tuba abo kurakirwa nawe. Turihanye rwose, kandi tubabajwe mu mutima n' ivyo bicumuro vyacu. Iyo tuvyibutse, bidutera umubabaro, bingana n' umutwaro uturengeye. Utugirire imbabazi, utugirire imbabazi, Data wa twese w' imbabazi zose, kubw' Umwana wawe Yesu Kristo Umwami wacu, uduharire ivyo twakoze vyose, uduhe kugukorera ibikunezereza, dufise ingeso nshasha nziza, ubu n' ibihe vyose, kugira ngo izina ryawe ryubahwe rihimbazwe, kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

***Umupasitori avuge, ati:***

"**I**mana ishobora vyose, Data wa twese wo mw' ijuru, yasezeranye kubw' imbabazi zayo nyinshi guharira abayihindukirira, bihanye mu mitima rwose, bizeye vy' ukuri; nibaharire ivyaha vyanyu vyose kandi ibabohore; nibashigikire kandi ibakomereze mu gukora iciza cose; kandi nibarongore ibashitse ku bugingo budahera, kubwa Yesu Kristo Umukama wacu. Amen."

Nimwumve amajambo yo kuturemesha, Umukiza wacu Kristo yabwiye abamuhindukirira vy' ukuri bose, ati: "Nimuze kuri jewe mwese abananiwe n' abaremerewe, ndabaruhura." *(Mat. 11:18)*

"Urukundo Imana yakunze abari mw' isi, ni rwo rwatumye itanga Umwana wayo w' ikinege, ngo uwumwizera wese ntaze apfe rubi, ariko ahabwe ubugingo budahera." *(Yoh. 3:16)*

Kandi nimwumve ivyo Paulo Mweranda yavuze ati: “Iri Jambo ni iryo kwizerwa, rikwiye kwemerwa rwose, yuko Kristo yazanywe mw’ isi no gukiza abanyavyaha.” *(1 Tim. 1:15)*

Kandi nimwumve ivyo Yohana Mweranda yavuze, ati: “Nihagira umuntu akora icaha, dufise Umwitsa kuri Data wa twese, ni Yesu Kristo intungane, kandi uwo ni we mpongano y’ ivyaha vyacu.” *(1 Yoh. 2:1)*

***Umupasitori:*** Mucurure imitima yanyu.

***Abantu:*** *Tuyicururire Umukama.*

***Umupasitori:*** Dushime Imana, Umwami wacu.

***Abantu:*** *Birabereye kandi ni vyiza.*

***Umupasitori:*** Birabereye rwose, ni vyiza, birakwiriye cane, kugushimira hose n’ ibihe vyose, Mwami, Data wa twese Mweranda, Mana ihoraho kandi ishobora vyose.

***Ku musi mukuru, hano hakurikireko amajambo akwiriye uwo musi, ku yindi misi hakurikireko aya majambo:***

**N**i co gitumye izina ryawe ry‘ icubahiro, turishimana, turihimbazanya n‘ abamarayika, n‘ abamarayika bakuru, n‘ ingabo zo mw‘ ijuru zose, twama tuguhimbaza tuti:

“Uwera, Uwera, Uwera, Uhoraho Imana Nyene ingabo, ijuru n’ isi vyuzuye icubahiro cawe. Icubahiro kibe icawe, Mana usumba vyose. Amen.”

**Amajambo yo ku misi mikuru**

**Ku musi wo Kuvuka kwa Kristo no mu misi indwi iwukurikira**

**K**uko watanze Yesu Kristo, Umwana wawe w’ ikinege ngo atuvukire, nk’ uko tuvyibuka muri iki gihe; we yigize umuntu buntu, kubw’ ububasha bwa Mpwemu Mweranda, avyawe n’ inkumi Mariya, kandi ivyo biba ata gasembwa k’ icaha, kugira ngo atwoze icaha cose.

Ni co gitumye izina ryawe ry’ icubahiro, …

**Ku musi wo Kuzuka kwa Kristo, no mu misi indwi iwukurikira**

**A**riko cane cane biratubereye kugushimagiza kubw’ Izuka rininahazwa ry’ Umwana wawe Yesu Kristo, Umwami wacu. Kuko ari we Mwagazi w’ intama wa Pasika nyakuri twatangiwe, akuraho ivyaha vy’ abari mw’ isi bose, kubw’ urupfu rwiwe, yasanganguye urupfu, kandi kubw’ izuka ryiwe yadusubije ubugingo budahera.

Ni co gitumye izina ryawe ry’ icubahiro, …

**Ku Musi wo Kuduzwa kwa Yesu mw’ ijuru, no mu misi indwi iwukurikira**

**K**ubw’ Umwana wawe ukunda cane Yesu Kristo, Umwami wacu, we yabonekeye Intumwa ziwe zose amaze kuzukana ubuninahazwa ntangere, bakabonana imbonankubone, hanyuma akaduga mw’ ijuru bamuraba; agiye kuduteguriravo aho tuzoba; kugira ngo natwe tuze tuduge, tuje aho ari, tuze duhangamane na we mu buninahazwa.

Ni co gitumye izina ryawe ry’ icubahiro, …

**Ku musi wa Pentekote, no mu misi itandatu iwukurikira**

**K**ubwa Yesu Kristo, Umwami wacu, ni we yadusezeraniye Mpwemu Mweranda. Kandi iryo sezerano ryiwe ry’ ukuri ryashitse umusi Mpwemu Mweranda yamanutse avuye mw’ ijuru, nk’ uko twibuka muri iki gihe, amanukana guhinda kwinshi, nk’ igihuhuta c’ umuyaga, afise ishusho y’ ibirimi vy’ umuriro, agwa ku ntumwa zose, kugira ngo azigishe, azirongore, azishitse ku kuri kwose. Aziha ingabire zo kuvuga indimi nyinshi, aziha no gushira amanga ngo zivuge Ubutumwa Bwiza mu mahanga yose, zifise umwete mwinshi. Ivyo ni vyo vyadukuye mu mwiza no mu buzimire, bidushikana mu muco, bidushikana ku kumenya vy’ ukuri no kumenya Umwana wawe Yesu Kritso.

Ni co gitumye izina ryawe ry' icubahiro, …

**Ku musi w' Ubutatu wonyene**

**W**ewe, uri kumwe n' Umwana wawe w' ikinege, na Mpwemu Mweranda, uri Imana imwe, ukaba Umwami umwe mu Butatu busangiye akameremere kamwe. Uko twizera y' uko icubahiro ca Data wa twese kiri, ni ko twizera ko ic' Umwana hamwe n' ica Mpwemu Mweranda kiri.

Ni co gitumye izina ryawe ry' icubahiro, …

***Umupasitori ave hasi, asenga, ati:***

"**I**cubahiro kibe icawe Mana ushobora vyose, Data wa twese uri mw' ijuru, kuko kubw' imbabazi zawe nyinshi watanze Umwana wawe w' ikinege Yesu Kristo apfira kuri wa Musaraba ngo tubone gucungurwa; kuri uwo musaraba ni ho we nyene ubwiwe yitangiyeko kw' ikimazi rimwe rizima gusa, aba ikimazi kitagira agasembwa, gitunganye rwose, gikuraho rwose ivyaha vy' abari mw' isi; uwo yashinze ko haba icibutso kizokwamaho c' urupfu rwiwe rw' igiciro kinini; kandi yadutegetse mu Butumwa Bwiza bwiwe bweranda ngo twame tuvyibuka gushika aho azogarukira.

Muri rya joro bamugura yakiriye umukate, maze arawuhezagira, arawumanyagura, awuhereza abigishwa biwe, avuga, ati: **"Nimwakire murye, uyu ni umubiri wanje ubatangiwe, murame mukora mutya kugira ngo munyibuke."** Kandi bahejeje kurya, yakira igikombe, amaze kugihezagira agihereza abigishwa biwe, arababarira, ati: **"Nimunywereko mwese, ng' aya Amaraso yanje y' Isezerano Rishasha, aza guseswa ku bwanyu no kubwa benshi ngo abakize ivyaha vyanyu. Murame mukora mutya kugira ngo munyibuke."** Amen.

***Umupasitori apfukame, asenge, ati:***

"**M**wami w' imbabazi, ntitwohangara kuza kuri uru ruhimbi rwawe twizigiye ubutungane bwacu, ariko tuje twizigiye imbabazi zawe nyinshi z' akaburarugero. Ntitubereye no gutoragura ubuvunguka bukorokera iruhande y' uruhimbi rwawe. Ariko uri Umwami adahinduka, uhorana imbabazi imisi yose. Mukama w' ubuntu, uduhe kurya umubiri w' Umwana wawe ukunda Yesu Kristo, no kunywa amaraso yiwe, uburyo butuma imibiri yacu yezwa n' umubiri wiwe, n' imitima yacu yozwa n' amaraso yiwe y' igiciro kinini, kugira ngo duhore muri we, na we ahore muri twebwe, imisi yose. Amen."

***Umupasitori abanze yigaburire, yihe Umukate n' Igikombe, aheze agaburire abantu bari aho.***

***Ariko arabaha Umukate, avuge, ati:***

"**U**mubiri w' Umwami wacu Yesu Kristo wagutangiwe, ukuzigame umubiri n' umutima gushika ku buzima budahera, akira urye, wibuka ko ari wewe Kristo yapfiriye, umurishe umutima wawe wizeye, ushima."

***Ariko arabaha Igikombe avuge, ati:***

"**A**maraso y' Umwami wacu Yesu Kristo, yaviriye kugukiza, akuzigame umubiri n' umutima gushika ku buzima budahera; nywa wibuka ko ari wewe Kristo yaviriye amaraso, kandi ushime."

***NB. Iyo hari ibihezagiwe bisigaye (Umukate n' umuvinyu) bose bahejeje gusangira, Umupasitori n' abafasha biwe babiheraheze. Bose bahejeje kugaburirwa, Umupasitori akurikizeko gusenga wenyene Isengesho rimwe muri aya:***

**M**ana Data wa twese uri mw' ijuru, twebwe abasavyi bawe biyoroheje turakwinginze cane, kubw' ubutungane bwa Yesu Kristo no ku bw' urupfu rwiwe, kandi kuko twizigiye amaraso yiwe,

ivyo biduheshanye n' Ishengero ryawe ryose guharirwa ivyaha vyacu, no kuronka ivyiza bindi bivuye mu rupfu rwiwe. Bwirukiro, turakwihaye, tuguhaye ubuzima bwacu n' imibiri yacu, ngo bibe ikimazi kizima ceranda. Turakwinginze twiyoroheje, kugira ngo abahawe iri Sangira Ryeranda twese twuzuzwe ubuntu bwawe n' umugisha wawe uva mw' ijuru. Kandi naho kubw' ivyaha vyacu tutabereye kuguha ikimazi na kimwe; ariko turakwinginze, wemere uku kugukorera kudukwiye rwose, ntiwitegereze ibikorwa vyacu, ariko uduharire ivyaha vyacu kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Kubwiwe, Data wa twese ushobora vyose, icubahiro cose n' igitinyiro bibe ivyawe hamwe n' uwo, mu bumwe bwa Mpwemu Mweranda, imyaka yose. Amen.

***Canke***

**M**ana ushobora vyose, ni wewe ubaho imyaka yose; turagukengurukiye rwose, twebwe abahawe ivy' iri banga ryeranda, ko wemeye kutugaburira ivyo kurya vyo mu buryo bwa Mpwemu, ni vyo mubiri n' amaraso vy' Umwana wawe, Yesu Kristo Umukiza wacu; kandi turagushimiye yuko ivyo bitumenyesha ko wemeye kuduhangaza no kutugirira neza. Turagushimye ko watugize ingingo z' umubiri w' Umwana wawe, ni ryo Shengero ry' abantu bose bakuyobotse, kandi ko watugize abaragwa b' ubwami bwawe butazohangura, nk' uko ivyizigiro vyacu biri, tubiheshejwe n' umubabaro n' urupfu vy' Umwana wawe ukunda. Kandi Data wa twese uri mw' ijuru, turakwinginze twiyoroheje cane, udufashishe ubuntu bwawe kugira ngo dukomeze kuba muri ubwo bumwe bweranda, dukore ibikorwa vyiza, ivyo wateguye kera ngo tubigenderemwo. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu; icubahiro cose n' ubuninahazwa bwose bibe ivyiwe hamwe nawe na Mpwemu Mweranda, imyaka yose. Amen.

***Afatanye n' abantu gutazira Imana n' aya majambo:***

***I**cubahiro kibe ic' Imana isumba vyose, no mw' isi amahoro abe mu bo inezezererwa. Turaguhimbaza, turagushima, turagutazira,*

*turagushimira icubahiro cawe cinshi, Bwirukiro Mana, Mwami wo mw' ijuru, Mana Data wa twese ushobora vyose.*

*Bwirukiro, Mwana w' ikinege Yesu Kristo, Bwirukiro Mana, Mwagazi w' intama w' Imana, Mwana wa Data wa twese, ukuraho ivyaha vy' abari mw' isi, utugirire ikigongwe. Ni wewe ukuraho ivyaha vy' abari mw' isi, utugirire ikigongwe. Ni wewe uvyagiye i buryo bw' Imana Data wa twese, utugirire ikigongwe. Kuko ari wewe wenyene mweranda, ari wewe Mukama wenyene, ari wewe wenyene Kristo, ushiranywe hejuru na Mpwemu Mweranda mu buninahazwa bwa Data wa twese. Amen.*

***Akurikizeko gusabira abantu umuhezagiro, ati:***

"**A**mahoro y' Imana, arengeye uko yomenywa n' umuntu wese, ateramire imitima yanyu n' ivyiyumviro vyanyu, kugira ngo mwame mumenya, mukunda Imana n' Umwana wayo Yesu Kristo, Umwami wacu.

Kandi umuhezagiro w' Imana ishobora vyose, Data wa twese, n' Umwana, na Mpwemu Mweranda, uhore muri mwebwe kandi ugumane namwe, imisi yose. Amen."

## B. ISANGIRA RYERANDA (B)

## i. UKWITEGURA

***1. Bose bahagarare, Umupasitori n' abigisha bamaze kwinjira abantu baririmbe indirimbo.***

**2. *Umupasitori atumire abantu avuga ati:***

"**I**mana iradutumiye ku mazimano y' akanyamuneza, na we Paulo Mweranda akebura abayajeko bose ati Umuntu wese yibaze uko ameze, atararya kuri uwo mukate, ngo anywere no kuri ico gikombe *(1 Kor. 11:28)*.

Nimuze rero dusonere iryo jambo, tubanze tumare akanya ducereje, twibaza.*"*

***Bose bicare***

**3. *Umupasitori:***Dusenge

***Abantu:*** ***M****uvyeyi, turarengutse imbere yawe, twebwe ivyaremwe vyawe uhozako umutima. Dukoraniye hamwe ngo dusangire kivukanyi iri funguro ry' umutima. Tutaramanyagura uyu mukate ngo tunywere no kuri iki gikombe, turagusavye ngo udutyoroze Mpwemu wawe Mweranda, twakire Ijambo ryawe kugira ngo tuninahaze n' umutima wose, isezerano rishasha ry' intahava, riri hagati yawe n' abantu bawe, mw' izina rya Yesu Kristo Umukama wacu. Amen.*

**4. *Umupasitori:*** Uhoraho abane namwe.
***Abantu:*** *Abane n' umutima wawe.*

***Umupasitori asenge isengesho ryagenewe uwo musi.***

## ii. IBISOMWA VYO MW' IJAMBO RY' IMANA

5. ***Igisomwa co mw' Isezerano rya Kera, Icete, canke kimwe muri ivyo bibiri bisomwe, Uwuhejeje gusoma avuge ati:***

***Umusomyi:*** Iri ni Ijambo ry' Imana
***Abantu:*** *Turishimire Imana*

**Bose bahagarare**

6. ***Baririmbe indirimbo canke izaburi***

7. ***Igisomwa c' Ubutumwa Bwiza. Uwugira asome abanze avuge, ati:***

"Nimwumvirize Ubutumwa Bwiza bw' Imana uko bwanditswe na ………. Mweranda mu gihimba ca ……….. uhereye ku karongo ka ………………"

***Abantu:*** *Icubahiro kibe icawe Mukama.*

***Ahejeje gusoma avuge ati:***
"Ubu ni Ubutumwa bwa Kristo. "

***Abantu:*** *Ninahazwa Kristo, Umukama wacu.*

***Bose bicare***

8. ***Ubu ni umwanya wo gusigura, canke hanyuma, bahejeje kuvuga Ukwemera kw' i Nike.***

***Bose bahagarare***

**9. Ukwemera kw' i Nike**

***Abantu:***

***N****emera Imana imwe, Data wa twese ashobora vyose, Umuremyi w' ijuru n' isi, kandi w' ibintu vyose biboneka n' ibitaboneka.*

*Nemera Umukama umwe Yesu Kristo, Umwana w' Imana w' ikinege, yavyawe na Se, isi n' ibiri mw' ijuru vyose bitararemwa. Ni Imana iva mu Mana. Ni Umuco uva mu Muco. Ni Imana nyakuri iva mu Mana nyakuri, yaravyawe ntiyaremwe, afise akameremere nk' aka Data wa twese, kandi vyose vyaremwe na we. Yavuye mw' ijuru, amanuka kubwacu; kugira ngo dukizwe, yambikirwa umubiri na Mpwemu Mweranda mu Nkumi Mariya; aba umuntu; yabambwe ku musaraba kubwacu atanzwe na Pontiyo Pilato; arababazwa, arapfa, arahambwa, azuka ku musi ugira gatatu, nk' uko vyari vyaranditswe. Araduga aja mw' ijuru, ubu avyagiye i buryo bwa Data wa twese. Kandi azogarukana icubahiro cinshi, aje gucira urubanza abazoba bakiriho n' abazoba barapfuye; ubwami bwiwe buzokwamaho.*

*Kandi nemera Mpwemu Mweranda, ni we Mukama kandi Umuhanyi w' ubugingo, akomoka kuri Data wa twese no ku Mwana, asengerwa hamwe, ahimbazanywa hamwe na Data wa twese n' Umwana, yavugira mu kanwa k' abavugishwa n' Imana.*

*Nemera yuko hariho Ishengero rimwe ryeranda ry' Abakristo bose rikurikiza Intumwa za Kristo. Kandi nemera Umubatizo umwe wo gukurwako ibicumuro, kandi nizigiye kuzobona Ukuzuka kw' abapfuye, n' Ubugingo bwo mu gihe kizoza. Amen.*

***Bose bicare***

**10.** ***Hariho abagomba gushinga intahe aka ni ko kanya.***

### iii AMASENGESHO

**11.** ***Umupasitori:***

**N**imwumve ivyo Umukama wacu Yesu Kristo avuga, ati: “Ukundishe Uhoraho Imana yawe umutima wawe wose, n’ ubugingo bwawe bwose, n’ ubwenge bwawe bwose. Iryo ni ryo bwirizwa rihambaye rya mbere. N’ irya kabiri na ryo nyene rirahambaye: Ukunde mugenzawe nk’ uko wikunda.” *(Mat. 22:37-39)* Kuri ayo mabwirizwa abiri, ayandi yose n’ amajambo y’ abavugishwa n’ Imana ni yo ashimikiyeko.

**Canke**

***Umupasitori:***

**N**imutege yompi amajambo yo kuduhumuriza Umukama wacu Yesu Kristo yabariye abamuhindukiriye bose vy’ ukuri, ati: “Nimuze kuri jewe mwese abananiwe n’ abaremerewe, ndabaruhura.” *(Mat. 11:28)*

Urukundo Imana yakunze abari mw’ isi, ni rwo rwatumye itanga Umwana wayo w’ ikinege, ngo uwumwizera wese ntaze apfe rubi, ariko ahabwe ubugingo budahera. *(Yoh. 3:16)*

Nimwumve n’ ivyo Paulo Mweranda atubwira, ati: “Iri jambo ni iryo kwizerwa, rikwiye kwemerwa rwose, yuko Kristo Yesu yazanywe kw’ isi no gukiza abanyavyaha.” *(1 Tim. 1:15)*

Nimwumve kandi ivyo Yohana Mweranda atubwira, ati: “Nihagira umuntu akora icaha, dufise umwitsa ku Mana, ni Yesu Kristo intungane; uwo ni we mpongano y’ ibicumuro vyacu.” *(1 Yoh. 2:1-2)*

**12.** ***Umupasitori:***

Nimuze dufatanye twese, twihane ibicumuro vyacu ku Mana.

***Abantu:***

***D**ata Mweranda kandi w' imbababazi nyinshi, turigaye ko twagucumuyeko, ducumura no kuri bene wacu. Turabizi ata nkeka ko twagize nabi, turigaye cane kubw' ivyo bicumuro vyacu. Mukama, Mana Mugiraneza, Nutwoze ivyaha vyacu n' amaraso ntangere y' Umwana wawe Yesu Kristo, Mana turememwo imitima mishasha kandi uduhe ubuzima ngo dusangire ubweranda bwawe. Ivyo vyose tubisavye mw' izina ryawe ryeranda. Amen.*

***Umupasitori:***

**M**ana, tugirire ikigongwe kubw' ibicumuro twakoze, kandi iri Sakaramento ridukomeze kugira ngo tugire ubuzima bushasha, bitume izina ryawe ntangere rininahazwa, rigahabwa icubahiro, kubwa Yesu Kristo Umukama n' Umukiza wacu. Amen.

**13.** ***Umupasitori canke uwundi yoshobora kurongora ibi bisabisho nk' uko vyanditswe hano. Uwubirongora rero yoshobora kwongerako ibindi ashaka gusengera hepfo y' ibi vyanditswe.***

*Uwusengesha:* **Dusengere Ishengero ry' Imana, hamwe n' abantu bose.**

**M**ana ushobora vyose kandi uhoraho, turagusavye ngo Mpwemu wawe Mweranda ahore ahangamye mw' Ishengero ryawe kw' isi yose. Abigisha Ijambo ryawe n' abandi bakozi b' Ishengero, nubamurikishirize umuco wawe, zigama Umwepisikopi wacu …………., ufashe n' abumva Ijambo ryawe, ngo baritahure kandi barishire ku muzirikanyi.

*Abantu:* *Mukama w' imbabazi, niwumve ugusenga kwacu.*

*Uwusengesha:* Ubutungane bwawe nibukwire mu gihugu cacu, bushike ku bakuru bacu, cane cane kuri

Perezida wacu ………. Ufashe abantu bose, bagire ubumwe, babane amahoro.

***Abantu***: *Mukama w' imbabazi, niwumve ugusenga kwacu.*

***Uwusengesha:*** Nuzane amahoro kw' isi yose, cane cane mu bihugu bisinzikajwe n' intambara nka ................ kugira ngo ababa muri ivyo bihugu bamenye ubugwaneza bwawe

***Abantu***: *Mukama w' imbabazi, niwumve ugusenga kwacu.*

***Uwusengesha:*** Turagusavye kubw' ubugwaneza bwawe ngo wirure abababaye bose, ufashe abagowe, abakene, abarwaye, abagandaye, canke abari mu yandi marushwa, cane cane ……………….

***Abantu:*** *Mukama w' imbabazi, niwumve ugusenga kwacu.*

***Uwusengesha***: Turagusavye ngo uhoze ijisho ku bikorwa vyacu, uduhe ibihe vyiza, imirima n' ibitungwa vyacu bimererwe neza, abantu bose baronke ivyo bafungura n' ivyo basigaza.

***Abantu:*** *Mukama w' imbabazi, niwumve ugusenga kwacu.*

***Uwusengesha:*** Urukundo rwawe nirube nk' urumuri rutazima mu ngo zacu, mu rwaruka no mu gihugu cacu, mu bavyeyi n' abana, eka mbere no mu bantu bose.

***Abantu:*** *Mukama w' imbabazi, niwumve ugusenga kwacu.*

***Uwusengesha:*** Nuduhindure twese abantu bashasha bo kumenyesha abantu bose izina ryawe

ryeranda, ngo dusangire n' aberanda bose ubwiza bwawe bwo mw' ijuru.

***Abantu:*** *Mukama w' imbabazi, niwumve ugusenga kwacu. Amen.*

**14.** ***Umupasitori:*** Ko dusangiye ukwizera tugasenga muri Mpwemu umwe, tuvugire hamwe:

***Abantu:*** *Data wa twese uri mw' ijuru, izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw' isi nko mw' ijuru. Uduhe ivyo kurya bidukwiye uyu musi. Utubabarire ibicumuro vyacu, nk' uko natwe tubabarira ababitugirira. Ntureke ngo tuje mu bitwosha nabi, yamara udukize wa Mubi. Kuko ari wewe ugaba vyose, ukaba Nyeninganji n' icubahiro, mu myaka yose. Amen.*

**Bose bahagarare**

**15. Indamukanyo y' amahoro**

***Umupasitori:*** **K**risto ni we mahoro yacu. Yatwujuje n' Imana mu mubiri umwe kubw' umusaraba wiwe. Dusubiye guhurira hamwe mw' izina ryiwe kandi dusangire amahoro yiwe.

Amahoro y' Umukama ahorane namwe mwese.

***Abantu:*** *Yongere ahorane nawe.*

***Umupasitori:*** Nimuramukanye amahoro y' Umukama.

***Abantu baheze baramukanye bipfurizanya amahoro ya Kristo.***

## iv. AMASENGESHO YO GUHEZAGIRA

**16.** ***Umupasitori amaze guhanurisha abantu uwo murongo ukurikira, baheze baririmbe indirimbo kandi batange amashikanwa, namba bavyiteguriye; baheze gushikana abagaburira abantu bamaze gukaraba.***

Nimwibuke amajambo Umukama Yesu Kristo ubwiwe yavuze, ati Gutanga kuzana umugisha kuruta guhabwa. *(Ivyak. 20:35)*

***Umupasitori ategure Umukate n' Igikombe.***

| | |
|---|---|
| **17.** ***Umupasitori:*** | Nimucurure imitima yanyu. |
| ***Abantu:*** | *Tuyicururiye Umukama* |
| ***Umupasitori:*** | Dushime Imana, Umukama wacu; |
| ***Abantu:*** | *Ni vyiza kuyishima no kuyininahaza.* |

***Umupasitori:***

**N**i vyiza cane, ni na co gikorwa cacu nta ngere kandi kiduhimbara, kugushimira no kukuninahaza ibihe vyose na hose, wewe Mukama Mweranda, Data ushobora vyose. Mana Uhoraho, kubwa Yesu Kristo, Umukama wacu.

Turakuninahaza ko waremye abantu bose, ukabashigikira kubwiwe, we wakoresheje mu kurema ibintu vyose, no mu guha abantu ingabire z' ubuntu. Cane cane biratubereye kukuninahaza kubw' urukundo wadukunze, twebwe abantu twari kure yawe, waturungikiye Umwana wawe Yesu Kristo.

***Ku misi mikuru Umupasitori asenge Isengesho ryagenewe uwo musi nk' uko bitegekanijwe guhera ku rupapuro rwa 106. Ku misi isanzwe umupasitori akurikizeko***:

Yigira umuntu, atsinda icaha n' urupfu, maze araducungura, aduhindura abaragwa b' ubwami bwawe.

Data turakuninahaza kubwa Mpwemu wawe Mweranda, atwemeza ko watugize abawe mu gihe twabatizwa kugira ngo tumenyekanishe ibikorwa vyawe ntangere. Ni co gituma twifatanije n’ Abamarayika n’ Abahanuzi, n’ Abatumwa, n’ abishwe bahorwa izina ryawe, hamwe n’ isinzi ry’ abari mw’ ijuru, ngo tugushemeze n’ akanyamuneza, twama tuguhimbaza tuti:

***Abantu:***

*“**U**wera, Uwera, Uwera, Uhoraho Imana Nyeningabo, ijuru n’ isi vyuzuye icubahiro cawe, Hoziyana ahasumba ijuru. Nihashemezwe uwuje mw’ izina ry’ Umukama. Hoziyana hejuru y’ ahasumba amajuru.”*

***Umupasitori:***

**I**cubahiro kibe icawe Data wo mw’ ijuru, ko kubw’ ikigongwe cawe watanze Umwana wawe w’ ikinege Yesu Kristo ngo abamwizera bose baronke ubuzima buhoraho. Niwumve ugusenga kwacu Data w’ imbabazi , turicishije bugufi; kandi niwemere ko twebwe tugira turye kuri uyu mukate, tukanywera no kuri iki gikombe dukurikije ibwirizwa ry’ Umwana wawe vyoduhindukira umubiri n’ amaraso yiwe.

Muri rya joro bamugura, yafashe umukate arawuhezagira, arawumanyagura, awuhereza abigishwa biwe, avuga, ati: **“Nimwakire murye, uyu ni umubiri wanje utanzwe ku bwanyu. Murame mukora mutya kugira ngo munyibuke.”**

Bahejeje gufungura agira nk’ uko nyene, yakira igikombe, maze aragukengurukira, arakibahereza avuga, ati: **“Nimunywereko mwese, ngaya amaraso yanje y’ isezerano rishasha aza guseswa kubwanyu no ku bwa benshi ngo abakize ibicumuro. Murame mukora mutya kugira ngo munyibuke.”**

***Abantu:***

***D**ata, turemeza icese urupfu rw' Umwana wawe; n' izuka ryiwe, kandi turindiriye ukugaruka kwiwe. Icubahiro nikibe icawe Mukama.*

***Umupasitori:***

**N**kako Data, dukora dukurikije ibwirizwa ry' Umwana wawe Yesu Kristo kandi tumwibuka. Turemeza ikimazi ciwe ntangere, yatanze rimwe rizima ari ku musaraba, kandi turahimbaza ako gakiza kacu. Turagukengurukiye Muvyeyi, kubw' ubushobozi bw' izuka ryiwe n' iduga ryiwe mw' ijuru, ubu ni yo ari kandi aradusabira. Turindiriye ko azogaruka ari mu cubahiro cinshi. Turagusavye ngo utwuzuze Mpwemu wawe Mweranda, kandi udukoranirize mu ruhongore rwawe ari ryo Shengero ryawe rikwiye kw' isi yose.
Kubwiwe, no muri we nyene, mu bumwe bwa Mpwemu Mweranda, icubahiro n' ubuninahazwa bibe ivyawe Data ushobora vyose.

***Abantu:***

*Imana yacu iragahezagirwa, ininahazwe, yo nyene ubushobozi mu myaka yose. Amen.*

**18.** ***Umupasitori yakire Umukate avuge, ati:***

"Umukate tumanyagura, mbega si kwo gusangira umubiri wa Kristo?" *(1 Kor. 10:16)*

***Umupasitori yongere yakire Igikombe avuge, ati:***

"Igikombe c' umuhezagiro duhezagira, mbega si kwo gusangira amaraso ya Kristo?*"*

**19**. Yesu aravuga, ati: "Ni ukuri, ni ukuri, ndababwire, nimutarya umubiri w' Umwana w' umuntu ngo munywe amaraso yiwe, nta buzima mwogira muri mwebwe." *(Yoh. 6:53)*

***Abantu:***

***M**ukama w' imbabazi, ntitwohangara kuza kuri uru ruhimbi rwawe, twizigiye ubutungane bwacu, ariko tuje twizigiye imbabazi zawe nyinshi z' akaburarugero. Ntitubereye no gutoragura ubuvunguka bukorokera i ruhande y' uruhimbi rwawe. Ariko uri Umwami adahinduka uhorana imbabazi imisi yose. Mukama w' ubuntu, uduhe kurya umubiri w' Umwana wawe ukunda Yesu Kristo, no kunywa amaraso yiwe, kugira ngo duhore muri we, na we ahore muri twebwe imisi yose. Amen.*

**20.** ***Umupasitori abanze yigaburire, aheze agaburire abantu, umwe wese amubwire, ati:***

***Umupasitori:*** Umubiri wa Kristo.
***Uwusangira:*** *Amen*
***Umupasitori:*** Amaraso ya Kristo.
***Uwusangira:*** *Amen*

**21.** ***Bose bamaze guhabwa Isangira Ryeranda, abantu bamare umwanya bacereje biyumvira kuri iryo banga.***

## v. BAMAZE GUSANGIRA

**Bose bahagarare**

***Umupasitori afatanye n' abantu kuvuga ibi bisabisho bikurikira.***

**22.** ***Umupasitori:*** **Dushemeze Umukama.**

***Umupasitori:*** Mutima wanje, himbaza Uhoraho;
***Abantu:*** *Namwe ibimbamwo vyose, muhimbaze izina ryiwe ryeranda.*
***Umupasitori:*** Mutima wanje, himbaza Uhoraho;
***Abantu:*** *Ntiwibagire ivyiza yakugiriye vyose.*

| | |
|---|---|
| ***Umupasitori:*** | Ni we aharira ibigabitanyo vyawe vyose, |
| ***Abantu:*** | *Agakiza indwara zawe zose.* |
| ***Umupasitori:*** | Agacungura ubuzima bwawe ngo ntibuje mu mahonero, |
| ***Abantu:*** | *Akakwambika imbabazi no kugiririrwa neza nk' igitsibo.* |
| ***Umupasitori:*** | Agahaza ubukambwe bwawe ivyiza, |
| ***Abantu:*** | *Agatuma usubira mu busore bushasha bumeze nk' ubw' inkukuma.* |
| ***Umupasitori:*** | Muhimbaze Uhoraho, yemwe bikorwa vyiwe vyose, mumuhimbarize ahantu hose aganza; |
| ***Abantu:*** | *Mutima wanje, himbaza Uhoraho.* |

**Canke**

**23.** ***Abantu:***

***I****cubahiro kibe ic' Imana isumba vyose, no kw' isi amahoro abe mu bo inezererwa. Turaguhimbaza, turagushima, turagusenga, turagutazira, turagushimira icubahiro cawe cinshi. Bwirukiro, Mwana w' ikinege Yesu Kristo, Bwirukiro Mana, Mwagazi w' intama w' Imana, Mwana wa Data wa twese, ukuraho ivyaha vy' abari kw' isi, utugirire ikigongwe. Ni wewe ukuraho ivyaha vy' abari kw' isi, wemere ivyo dusenze. Ni wewe uvyagiye i buryo bw' Imana Data wa twese, utugirire ikigongwe. Kuko ari wewe wenyene mweranda, ari wewe Mukama wenyene, ari wewe wenyene Kristo, ushiranywe hejuru na Mpwemu Mweranda mu cubahiro ca Data wa twese. Amen.*

**24. Canke**

***Abantu:***

***M****ukama Yesu, turagukengurukiye ko udukunda. Turagushimiye ko waduteye iteka, ukatwemerera twebwe abanyavyaha, tukegera uruhimbi rwawe. Ubu rero, Mukama, turicishije bugufi imbere*

*yawe, nutugire abasavyi bawe kugira ngo twame i ruhande yawe. Mukama, kubw' umubiri wawe n' amaraso yawe duhejeje gusangira, natwe tuguhaye ubuzima bwacu. Nuduhe ivyo dusavye mw' izina ryawe ryeranda. Amen.*

**25**. ***Umupasitori ahezagire abantu ati:***

"**A**mahoro y' Imana, arengeye uko yomenywa n' umuntu wese, ateramire imitima yanyu, n' ivyiyumviro vyanyu, kugira ngo mwame mumenya mukunda Imana n' Umwana wayo Yesu Kristo Umukama wacu; kandi umuhezagiro w' Imana ishobora vyose, Data wa twese, n' Umwana, na Mpwemu Mweranda, uhore muri mwebwe, kandi ugumane namwe imisi yose. Amen."

***26. Mu gusozera Umupasitori avuge ati:***

**Y**esu yavuze, ati: "Nk' uko Data yantumye, ni ko nanje ndabatumye. Nimugende mu mahoro y' Imana."

***Abantu:*** *Tubishimire Imana.*

**27. *Habeho indirimbo yo gusozera.***

## VI. AMASENGESHO YAGENEWE IMISI MIKURU MW' ISANGIRA RYERANDA

**Kuza kwa Kristo**

…….yigira umuntu atsinda icaha n' urupfu, maze araducungura ngo aduhindure abaragwa b' ubwami bwiwe. Kubwiwe vyose wabihinduye bishasha, kandi abantu bawe bazomubona agarutse ari Umwami azananye ubushobozi n' icubahiro gucira urubanza abari mw' isi yose.

**Ku musi wo Kuvuka no mu misi indwi iwukurikira**

.......kuko watanze Yesu Kristo, Umwana wawe w' ikinege ngo atuvukire, nk' uko tuvyibuka muri iki gihe; we yigize umuntu buntu, kubw' ububasha bwa Mpwemu Mweranda, avyawe n' Inkumi Mariya, kandi ata gasembwa k' icaha, kugira ngo atwoze icaha cacu cose.

**Kwerekanwa kwa Kristo**

…….yaratuvukiye, kuko yihinduye umuntu atagira agasembwa, adukura mu muzimagiza, adushira mu muco wiwe nta ngere.

**Kwisonzesha**

…….kugira ngo atsinde ikibi cose muri twebwe, dufatanije mu kwisonzesha, yigarurire imitima yacu ayishireko, kandi adukomeze tugume mu buntu bwiwe.

**Igihe c' imibabaro ya Kristo**

…….ngo adukirishe umusaraba. Kuko, nk' uko icaha cazanywe kw' isi n' umuntu umwe, kandi icaha kikazana urupfu, ni nk' uko nyene ubuntu bwakwiye hose bugahesha ubuzima budahera, kubw' urupfu rw' umuntu umwe, ni Yesu Kristo.

## Pasika

…....yapfuye ku musaraba hanyuma azuka mu bapfuye. Kuko ari we Mwagazi w’ intama wa Pasika wabaye ikimazi cacu c’ ukuri cakuye ivyaha vy’ abari kw’ isi. Kandi kubw’ ugupfa kwiwe, urupfu rwaratsinzwe, kandi ukuzuka kwiwe kwatumenyesheje ubuzima budahera.

## Kuduzwa mw’ ijuru kwa Yesu

…….amaze kuzuka yiyereka abatumwa biwe, hanyuma aduga mw’ ijuru babona, kudutegurira ikibanza kugira ngo aho ari aba ariho tuzoja ngo tubane na we mu buninahazwa bw’ imyaka yose.

## Pentekote

…….amaze kuzuka aduga mw’ ijuru, yicara i buryo bwawe, nkuko yari yarabisezeranye, Mpwemu Mweranda aramanuka avuye mw’ ijuru, aza ku batumwa bakundwa cane, kugira ngo abigishe, abarongore mu kuri, mu kubaha umwete wo gukwiza ubutumwa mu mahanga yose.

## Ubutatu bweranda

…….we yahishuye ubuninahazwa bwawe, ari bwo bw’ Umwana wawe na Mpwemu Mweranda Imana imwe, Umukama umwe mu butatu no mu bumwe buzima.

## Umusi w’ Aberanda bose

…….wewe waduhaye ukwizigira dukurikije ukwizera kw’ aberanda bose, dushobora gukurikiza twihanganye inzira wadutoboreye, kugira turonkane na bo, igitsibo c’ ubwiza kitabora.

## Umusi w’ ubumwe bw’ abakristo

…....We yatweretse ubumwe mugiriranira na We hamwe na Mpwemu Mweranda, akaduhamagarira kwamamaza ubwo bumwe

imbere y’ abantu bose no kubwerekanira mu rukundo rwa kivukanyi.

**Umubano**

…….We yakunze Ishengero akaryitangira, akatubera akarorero k’ urukundo rw’ umugabo n’ umugore.

**Umuhezagiro w’ Abakozi b’ Imana mw’ Ishengero**

…….Ni we muherezi wacu mukuru, kandi ni we kimazi cacu, yatugize abaherezi kandi yaduhaye indongozi zigisha Ijambo ryawe, zikabungabunga abantu bawe, kandi zigatanga amasakaramento y’ Isezerano ryawe rishasha.

## VII. KUBATIZA

***Umwana w' umuhungu (canke uwukuze) agire abishingizi 2 b' abagabo n' umwe w' umugore. Umwana w' umukobwa (canke uwukuze) agire abishingizi 2 b' abagore n' umwe w' umugabo. Nibabigomba, abavyeyi b' abana bashobora kuba abishingizi b' abana babo. Abishingizi bakwiye kuba Abakristo bashimwa n' Ishengero. Umupasitori abanze amenye ko uwugira abatizwe atari bwabatizwe.***

***Namba bigaragaye ko atari bwabatizwe aheze abandanye n' ibikurikira.***

**B**avukanyi, abantu bose ko bavukana akameremere gakunda gukora ivyaha, kandi Umukiza wacu Yesu Kristo yavuze, ati: “Iyo umuntu atavyawe n' amazi na Mpwemu, ntashobora kwinjira mu bwami bw' Imana; nuko ndabinginze musabe Imana Data wa twese, kubw' Umwami wacu Yesu Kristo, kugira ngo ihe aba bana (aba bantu) kubw' imbabazi zayo nyinshi, ico akameremere kabo katoshobora kubahesha; babatirishwe amazi na Mpwemu Mweranda, bemererwe gushirwa mw' Ishengero ryeranda rya Kristo, bacike ingingo nzima z' umubiri wiwe.”

### Dusenge

**M**ana ushobora vyose, kandi wamaho, wakijije umusavyi wawe Nowa, n' abo mu rugo rwiwe, ubakiriza mu bwato, ngo ntibicwe n' amazi; kandi wacishije Abisirayeli mu Kiyaga Gitukura, bahaca amahoro. Ivyo vyatubereye ikigereranyo c' umubatizo wawe mweranda. Kandi amazi warayejeje ngo abe ikimenyamenya c' uburyo woza ivyaha, igihe Umwana wawe ukunda Yesu Kristo yabatirizwa mu ruzi Yorodani. Turakwinginze, kubw' imbabazi zawe z' akaburarugero, urabane imbabazi aba bana (aba bantu), uboze ivyaha vyabo, ubezeshe Mpwemu Mweranda, ubakize ivyobazaniye kurakirwa nawe, kugira ngo binjizwe muri bwa

bwato, ari bwo Shengero rya Kristo. Turabasabiye ngo baze bakomezwe n' ukwizera, banezererwe kwizigira ibizoba, bashorere imizi mu rukundo, kugira ngo babone guca mu marushwa y' iyi si uburyo buzotuma bashika mu gihugu c' ubuzima buhoraho, bakazobana nawe ibihe vyose; tubisenze kubwa Yesu Kristo Umwami wacu. Amen.

**M**ana ushobora vyose, uhoraho, Mutabazi w' abagowe, Muvunyi w' abaguhungirako bose, wewe uha ubuzima abakwizera, wewe uzura abapfuye: turagusabiye aba bana (aba bantu) baje kubatizwa umubatizo wawe mweranda, kugira ngo ubahe ingwati yo kuvyarwa ubwa kabiri mu buryo bwa Mpwemu, n' iyo guhariwa ivyaha vyabo. Bwirukiro, nubakire, nk' uko wabidusezeraniye mu majambo y' Umwana wawe ukunda cane, yavuze, ati: "Musabe, muzohabwa; murondere, muzoronka; muramutse, muzokwugururirwa. Nuko abasaba uduhe, abarondera uturonse, abaramutsa utwugururire. Aba bana (aba bantu), ubahe umugisha wo kwoza kwawe kwo mu buryo bwo mw' ijuru, ngo baze baje mu bwami bwawe butazohangura, ubwo wadusezeraniye mu kanwa ka Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen."

**Abantu bose bahaguruke, Ubutumwa busomwe**

***Iyo hari abana babatizwa hasomwe: Mrk. 10:13-16***

**N**imwumve amajambo y' Ubutumwa Bwiza uko bwanditswe na Mariko Mweranda mu gihimba ca 10, uhereye ku karongo ka 13:

Maze bamuzanira abana bato, ngo abakoreko: abigishwa barabakankamira. Maze Yesu abibonye, araraka, arababarira, ati: "Nimureke abana bato baze aho ndi, ntimubabuze: kuko ubwami bw' Imana ari ubw' abameze batyo. Ndababwire ukuri, utazokwakira ubwami bw' Imana nk' umwana muto, ntazobwinjiramwo na gatoya. Arabarera, arabahezagira, abarambitseko ibiganza."

***Umupasitori abandanye ati:***

“**B**avukanyi murumvise muri ubwo Butumwa Bwiza, amajambo y’ Umukiza wacu Kristo, ingene yavuze ko bamuzanira abana bato, kandi ko yakankamiye abagomba kubabuza ngo ntibaze aho ari; kandi ko yahanuye abantu bose kwigana ubweranda bw’ abana bato. Kandi mubonye ingene yerekanishije urukundo rwiwe ivyo yakoze, kuko yabareze, akabarambikako ibiganza, akabahezagira. Nuko ntimukekeranye, ariko mwizere rwose yuko yemerana imbabazi, aba bana; akabakikirisha amaboko y’ imbabazi ziwe kandi ko azobaha umugisha w’ ubuzima budahera, akabagabira umugabane w’ ubwami bwiwe buhoraho. Nuko tumenye rwose yuko Data wa twese ari mw’ ijuru anezererwa kugirira aba bana neza, nk’ uko twabibwiwe n’ Umwana wiwe Yesu Kristo: kandi ntidukekeranya ko atemeranye imbabazi uyu mugenzo wacu wo kuzana aba bana kubatizwa umubatizo wiwe mweranda.”

***Iyo harimwo abantu bakuze babatizwa hasomwe: Yoh. 3:1-8***

**Abantu bose bahagurutse**

**N**imwumve amajambo y’ Ubutumwa Bwiza uko bwanditswe na Yohana Mweranda, mu gihimba ca 3, uhereye ku karongo ka mbere:

Hari umuntu mu Bafarisayo, yitwa Nikodemu, yari umukuru wo mu Bayuda, uwo aza kuri Yesu mw’ ijoro, aramubwira, ati: “Mwigisha, turazi yuko uri umwigisha yavuye ku Mana, kuko ata muntu ashobora gukora ibimenyetso nk’ ivyo ukora, kiretse Imana iri kumwe na we.” Yesu aramwishura, ati: “Ni ukuri, ni ukuri ndakubwire; iyo umuntu atavyawe ubwa kabiri, ntashobora kubona ubwami bw’ Imana.” Nikodemu aramubaza, ati: “Umuntu ashobora ate kuvyarwa ashaje? Mbega yoshobora gusubira mu nda ya nyina akavuka?” Yesu aramwishura ati: “Ni ukuri ni ukuri ndakubwire; iyo umuntu atavyawe n’ amazi na Mpwemu, ntashobora kwinjira mu bwami bw’ Imana. Ikivyawe n’ umubiri na co ni umubiri, ikivyawe na Mpwemu na co ni impwemu.

Ntutangazwe n’ uko nkubwiye, nti: Murakwiye kuvyarwa ubwa kabiri. Umuyaga uhuhuta aho ugomba nawe ukumva igihuhuta cawo, ariko ntumenye aho uva, n’ aho uja; ukwo ni ko amera, uwuvyawe na Mpwemu wese.”

***Umupasitori akurikizeko gusoma aya majambo:***

**B**avukanyi murumvise muri ubwo Butumwa Bwiza amajambo y’ Umukiza wacu Yesu Kristo, aho yavuze ati: “Iyo umuntu atavyawe n’ amazi na Mpwemu, ntashobora kwinjira mu bwami bw’ Imana.” Ayo majambo atwereka yuko iri Sakaramento rikwiye abantu bose, bishobotse. Kandi nk’ uko dusoma mu gihimba kirangiza Ubutumwa Bwiza uko bwanditswe na Mariko, Umukiza wacu, aho yagira aduge, aje mw’ ijuru, yategetse abigishwa biwe, ati: “Muje mu bihugu vyose, mubwire abaremwe bose Ubutumwa Bwiza. Uwizera akabatizwa, azokizwa, ariko uwutizera azotsindwa n’ urubanza. Ayo majambo na yo atwereka ikimazi kinini ukubatizwa kuduhesha.”

**K**andi Petero Mweranda, intumwa ya Kristo, agitangura kuvuga Ubutumwa bwiza, abantu benshi bacumitwa mu mitima, baramubaza, babaza n’ izindi ntumwa, bati: Bagabo bavukanyi, mbega tugire dute? Arabishura, ati: Nimwihane, umuntu wese muri mwebwe abatizwe mw’ izina rya Yesu Kristo, mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabwa ingabire, ari yo Mpwemu Mweranda. Kuko isezerano ari iryanyu n’ abana banyu, n’ abari kure bose, abazohamagarwa bose n’ Umwami Imana yacu. Kandi abahanurisha n’ ayandi majambo menshi, ati: Nimwikize ab’ iki gihe kigoramye. Kandi iyo ntumwa Petero yavuze n’ ahandi yuko umubatizo wo kudukiza atari ukwikurako imvyiro zo ku mubiri, ariko n’ isezerano ry’ umutima utagira ikibi usezeranye ku Mana, udukirisha ukuzuka kwa Yesu Kristo. Nuko dupfukame tumushime, tumwizeye, tumwubashe.

**Dusenge *(Rikoreshwa ku Bantu bose)***

**M**ana ushobora vyose, uhoraho, Data wa twese uri mw' ijuru, turagushimiye twiyoroheje ko wemeye kuduhamagara natwe ngo tumenye ubuntu bwawe, tukwizere. Utugwizemwo ukwo kumenya, udushikamizemwo ukwo kwizera, imisi yose. Uhe aba bana (aba bantu) Mpwemu wawe Mweranda, kugira ngo bahabwe icemezo co kuvyarwa ubwa kabiri, na bo bahinduke abaragwa b' agakiza kamaho, kubw' Umwami wacu Yesu Kristo. Amen.

***Iyo hari abana babatizwa, abishingizi bave hasi, maze Umupasitori ababwire ati:***

"**B**avukanyi, muzanye aba bana hano kubatizwa; kandi musavye Umwami wacu Yesu Kristo kwemera kubakira, no kubaha ingwati yo kubohorwa ivyaha vyabo, no kubezesha Mpwemu Mweranda, no kuzobaha ubwami bwo mw' ijuru n' ubuzima budahera. Mwumvise kandi yuko Umwami wacu Yesu Kristo yasezeraniye mu Butumwa bwiza kuduha ivyo tumusavye vyose. Kandi ntazobura gushitsa ivyo yasezeranye vyose. Nuko Kristo ko yasezeranye atyo aba bana na bo bategerezwa kugira ico basezerana; kandi gushika bakuze, bakisezeranira bo nyene ubwabo, ubu ni mwebwe abishingizi babo mukwiye kubasezeranira, yuko bazoheba Satani n' ibikorwa vyiwe vyose, kandi ko bazokwama bizera Ijambo ryeranda ry' Imana, bakitondera amabwirizwa yayo."

**Nuko ndabaza:**

**W**ewe, mw' izina ry' uyu mwana, urahevye Satani n' ibikorwa vyiwe vyose, n' ibihimbaro vy' iyi si n' icubahiro cayo, n' ukwipfuza ivyayo kwose, n' ukwipfuza kw' umubiri? Uramuhakaniriye kutazobikurikiza, canke kutazoganzwa na vyo?

***Kwishura:*** *Ivyo vyose ndabimuhakaniriye.*

***Kubaza:*** Mbega uramwizerera Imana Data wa twese, ashobora vyose, Umuremyi w' ijuru n' isi, na Yesu Kristo Umwana wiwe w' ikinege, Umwami wacu?

| | |
|---|---|
| | Kandi umwemerera ko Yesu yavyawe n' inkumi Mariya, isamye inda kubwa Mpwemu Mweranda? Kandi ko yatanzwe na Pontiyo Pilato, akababazwa, akabambwa ku musaraba, agapfa, agahambwa, akamanuka i kuzimu mu bapfuye? Kandi ko yazutse ku musi ugira gatatu, akaduga, akaja mw' ijuru? Kandi ko avyagiye i buryo bw' Imana Data wa twese ashobora vyose? Kandi ko azoza kw' iherezo ry' isi guca urubanza rw' abazoba bakiriho n' abazoba barapfuye? Kandi uramwizerera, Mpwemu Mweranda? Uramwemerera ko hariho Ishengero rimwe ryeranda ry' Abakristo bose, n' umubano mwiza w' aberanda, n' uguharirwa ivyaha, n' ukuzuka kw' umubiri, n' ubuzima budahera nitwamara gupfa? |
| ***Kwishura:*** | *Ivyo vyose ndabimwizereye rwose.* |
| ***Kubaza:*** | Uramugombera ko abatizwa, uramwizerera utyo? |
| ***Kwishura:*** | *Ni co ndamugombera.* |
| ***Kubaza:*** | Uramusezeraniye ko azokwitondera amabwirizwa y' Imana, n' ivyo ikunda, akazobigenderamwo imisi yose y' ukubaho kwiwe? |
| ***Kwishura:*** | *Ndabimusezeraniye.* |

***Mu gihe habatizwa abakuze, Umupasitori azobanza ababwire aya majambo ati:***

"**B**avukanyi, muje hano mugomba guhabwa Isakaramento ry' Umubatizo mweranda; mwumvise ko twasenze Umwami wacu Yesu Kristo ngo yemere kubakira, abahe umugisha, ababohore ivyaha vyanyu, abahe ubwami bwo mw' ijuru n' ubuzima budahera. Kandi mwumvise yuko Umwami wacu Yesu Kristo yasezeranye mw' Ijambo ryiwe ryeranda kuduha ivyo dusenze vyose. Kandi ubwiwe ntazobura gukora ivyo yasezeranye, ariko azobishitsa rwose. Nuko Kristo ko yasezeranye atyo, namwe mukwiye gusezerana mukiri imbere y' ibi vyabona vyanyu, n' imbere y' aba bantu bose bari hano, yuko muhevye Satani n'

ibikorwa vyiwe vyose, kandi ko muzokwama mwizeye Ijambo ry' Imana ryeranda, kandi ko muzokwitondera amabwirizwa yayo."

***Umupasitori abaze umwe umwe:***

Urahevye Satani n' ibikorwa vyiwe vyose, n' ibihimbaro vy' iyi si n' icubahiro cayo, n' ukwipfuza ivyayo kwose, n' ukwipfuza kw' umubiri? Urahakanye ko utazobikurikiza, canke ko utazoganzwa na vyo?

***Kwishura:*** *Ivyo vyose ndabihakanye.*

***Kubaza:*** Urizera Imana Data wa twese ashobora vyose, Umuremyi w' ijuru n' isi, na Yesu Kristo Umwana wiwe w' ikinege, Umwami wacu? Kandi uremera ko Yesu yavyawe n' inkumi Mariya, isamye inda kubwa Mpwemu Mweranda? Kandi ko yatanzwe na Pontiyo Pilato, akababazwa, akabambwa ku musaraba, agapfa, agahambwa, akamanuka i kuzimu mu bapfuye? Kandi ko yazutse ku musi ugira gatatu, akaduga, akaja mw' ijuru? Kandi ko avyagiye i buryo bw' Imana Data wa twese ashobora vyose? Kandi ko azoza kw' iherezo ry' isi guca urubanza rw' abazoba bakiriho n' abazoba barapfuye. Kandi urizera Mpwemu Mweranda? Uremera ko hariho Ishengero rimwe ryeranda ry' Abakristo bose, n' umubano mwiza w' aberanda, n' uguharirwa ivyaha, n' ukuzuka kw' umubiri, n' ubuzima budahera, ni twamara gupfa?

***Kwishura:*** *Ivyo vyose ndavyizeye rwose.*

***Kubaza:*** Uragomba kubatizwa, urizera uko?

***Kwishura:*** *Ni co ngomba.*

***Kubaza:*** Uzokwitondera amabwirizwa meranda y' Imana n' ivyo ikunda? Uzobigenderamwo imisi yose y' ukubaho kwawe?

***Kwishura:*** *Nzogerageza kubikora, mfashijwe n' Imana.*

**Dusenge:**

**M**ana y' imbabazi, turagusavye ngo akameremere ka Adamu kari muri aba bana (aba bantu), gakurwe muri bo kugira ngo akameremere k' umuntu mushasha kinjire muri bo. Amen.

**T**uragusavye ngo ukwipfuza kubi kwose kw' umubiri gukurwe muri bo kugira ngo imbuto za Mpwemu zose zimere, zikurire muri bo. Amen.

**U**bahe kwamana ubushobozi bwo kwirukana no kunesha Satani, n' ivy' isi, n' ivy' umubiri. Amen.

**A**bo tugushikirije hano bose kubw' igikorwa cacu, ubagabire ingeso nziza ziva mw' ijuru, baze bahabwe ingabire ihoraho, kubw' imbabazi zawe, Mwami Mana uhimbazwa, uhoraho, uganza vyose, ibihe vyose. Amen.

**Guhezagira amazi:**

***Umupasitori:***

Mana ushobora vyose, Uhoraho, igihe Umwana wawe ukunda cane Yesu Kristo yapfira ku musaraba, ngo tubone guharirwa ivyaha vyacu, yavuye amaraso n' amazi mu rubavu rwiwe; kandi ni we yategetse abigishwa biwe ngo baje mu mahanga yose, bigishe abantu, bababatize mw' izina rya Data wa twese, n' iry' Umwana, n' irya Mpwemu Mweranda; turakwinginze wumve ugusenga kw' iri shengero ryawe.

**Niweze aya mazi**, uyagire ikimenyetso c' amazi yo mu buryo bw' Impwemu yoza ivyaha; **aba bana (aba bantu)**, bagira babatirizwe muri yo ubuzuze ubuntu bwawe, ubahe kuzohora baharurwa mu gitigiri c' abana bawe watoranije. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

***Umupasitori yakire umwana amukikire, abwire Abishingizi, ati:***

“Nimwite uyu mwana izina.”

***Maze avuze iryo zina, amubatize avuga ati:***

“**N**AKA..…..Ndakubatiza mw’ izina ry’ Imana Data wa twese, n’ iry’ Umwana, n’ irya Mpwemu Mweranda. Amen.”

***Mu gihe ari umuntu akuze abatizwa, Umupasitori azomufata ukuboko kw’ i buryo, aheze amubaze izina ryiwe, hanyuma amubatize avuga ayo majambo nyene ari aha haruguru.***

***Umupasitori akurikizeko ibi:***

**T**wakiriye uyu mwana (uyu muntu) mw’ ikoraniro ry’ Ubusho bwa Kristo, kandi tumushizeko ikimenyetso c’ umusaraba, co kwerekana yuko ahereye ubu atazogira isoni zo kuvuga yuko yizeye Kristo yabambwe ku musaraba, kandi ko azokwama arwanana ubutore mu rugamba, akurikira ibendera ya Yesu, arasana n’ ivyaha, n’ ivy’ isi, na Satani, kandi ko azohora ari intore n’ umusavyi agororoka wa Kristo imisi yose y’ ukubaho kwiwe. Amen.

***Ni haba hariho abavuye mu yandi mashengero bagomba kwinjizwa mw’ Ishengero, Umupasitori abakire, abinjize mw’ Ishengero akoresheje amasengesho yo ku rupapuro rwa 121***

***Amaze kubatiza bose no kwinjiza mw’ Ishengero ababiteguriwe, Umupasitori avuge, ati:***

“**B**avukanyi bakundwa cane, aba bana (aba bantu), ko bamaze guhabwa icemezo co kuvyarwa ubwa kabiri, kandi ko binjijwe mw’ ikoraniro ry’ Ishengero rya Kristo, tubishimire Imana ishobora vyose, kandi tuyisabishe umutima uhuye, kugira ngo imisi yabo yose bazoyimare bagikomeje ivy’ Imana nk’ uko tubibatanguje ubu.”

***Bose bapfukamye, bavugire hamwe:***

***D**ata wa twese uri mw' ijuru, izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw' isi nko mw' ijuru. Uduhe ivyo kurya bidukwiye uyu musi. Utubabarire ibicumuro vyacu nk' uko natwe tubabarira ababitugirira. Ntutureke ngo tuje mu bitwosha nabi, yamara udukize wa Mubi. Kuko ari wewe ugaba vyose, ukaba Nyeninganji n' icubahiro, mu myaka yose. Amen.*

***Maze Umupasitori asenge, ati:***

"**T**uragushimiye cane, Data wa twese w' imbabazi nyinshi, ko wemeye guha aba bana (aba bantu) icemezo co kuvyarwa ubwa kabiri na Mpwemu Mweranda, no kubakira ngo babe abana bawe, no kubinjiza mw' Ishengero ryawe ryeranda; kandi nk' uko kubatizwa ari ikigereranyo co gupfa ku vyaha no guhambanwa na Kristo, turakwinginze uhe aba bana (aba bantu) na bo kuzobamba umuntu wa kera, bapfe ku vyaha, babeho mu bugororotsi. Kandi ko bahawe ingwati yo gufatana n' urupfu rw' Umwana wawe, baze bafatane n' ukuzuka kwiwe na kwo kugira ngo hanyuma baze baraganwe ubwami bwawe butazohangura n' abandi bose bo mw' Ishengero ryawe ryeranda. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen."

***Abishinginzi b' abana n' abavyeyi babo bave hasi, Umupasitori abahanure avuga, ati:***

"**M**webwe Abishingizi n' abavyeyi b' aba bana, ko mubasezeraniye ko bazoheba Satani n' ibikorwa vyiwe vyose, bakizera Imana bakayiyoboka; namwe mukwiye kwama mwibuka yuko ari igikorwa canyu kibakwiye kwigisha aba bana nibamara guca ubwenge, yuko uku kurahira, n' ugusezerana, n' ukwatura mubakoreye hano ari ibihambaye cane. Kandi muze mugire umwete wo kuraba ko baza mw' Isengero kwiga. Ikiruta vyose, muze mwitwararike ko bigishwa Ukwemera kw' Intumwa, n' Isengesho ry' Umwami wacu, n' Amabwirizwa cumi, n' ivya Katekisimu, n' ibindi vyose Umukristo akwiye kumenya mu buzima bwiwe, ivyo twasezeranye mu

bukristo bwacu, ari kwo gukurikiza akarorero Umukiza wacu Kristo yaduhaye, no gushushanywa na we. Kandi nk' uko yapfuye, akazuka kubwacu, natwe ababatijwe dukwiye gupfa ku caha no kuzukira ubugororotsi. Nuko tuze duhore tunesha ukwipfuza kwacu kwose kubi, dushishikare imisi yose ingeso nziza zo kwubaha Imana.

**M**uze mushireko umwete, kugira ngo aba bana baze bazanirwe Umwepisikopi ngo abarambikeko ibiganza, nibamara kwigishwa neza ivy' Ukwemera kw' Intumwa, n' ivy' Isengesho ry' Umwami wacu, n' ivy' ivya Katekisimu, n' ibindi abagomba kurambikwako ibiganza bategerezwa kwiga."

***Abakristo bose bari mw' isengero bave hasi, abakiriwe, bo n' abahejeje kubatizwa, bicare: Umupasitori abahanure , ati:***

"**A**ba bantu ko basezeraniye imbere yanyu guheba Satani n' ibikorwa vyiwe vyose, bagasezerana kwizera Imana no kuyikorera, namwe mukwiye kwama mwibuka yuko ari igikorwa canyu kibakwiye kubibutsa iyo ndahiro nkuru n' iryo sezerano rikomeye cane, basezeranye imbere yanyu mwese, kandi cane cane mwebwe ivyabona vyabo bitoranirije. Kandi mukwiye kwama mubahanura ngo bagire umwete wo kwigishwa neza Ijambo ryeranda ry' Imana, kugira ngo bakurire mu buntu bw' Imana, no mu kumenya Umwami wacu Yesu Kristo, babeho mw' isi bubaha Imana, batunganye, birinda."

***Bose bicare, ababatijwe bakuze bo n' abakiriwe mw' Ishengero bave hasi, Umupasitori ababwire ati:***

"**N**amwe abambaye Kristo ubu mw' ibatizwa, ko muhindutse abana b' Imana n' ab' umuco, kubwo kwizera Yesu Kristo, mumenye ko ari igikorwa canyu kibakwiye kwama mugenda nk' uko bibereye abahamagariwe kuba Abakristo no kuba abana b' umuco. Mwame mwibuka yuko kubatizwa ari ikimenyetso c' ivyo twatura, ari kwo gukurikiza akarorero Umukiza wacu Kristo yaduhaye, no gushushanywa na we. Nk' uko uyo yapfuye, akazuka kubwacu,

natwe ababatijwe dukwiye gupfa ku caha tukazukira ubutungane. Nuko duhore dutyo, tunesha ukwifuza kubi kwose kuri muri twebwe, twame twunguka ingeso nziza zo kwubaha Imana.

**U**buntu bw’ Umwami wacu Yesu Kristo, n’ urukundo rw’ Imana, n’ ubumwe buva kuri Mpwemu Mweranda, bibane namwe mwese, imyaka yose. Amen.”

## VIII. KWAKIRA NO KWINJIZA MW' ISHENGERO ABAVA MU YANDI MASHENGERO

***Umupasitori ahejeje kubatiza, ni co gihe co kwinjiza mw' Ishengero uwavuye ahandi.***

***Maze Umushikiriza amufate ukuboko kwiwe kw' i buryo amushikirize Umupasitori akoresheje aya majambo:***

***Umushikiriza:*** **N**yakubahwa Muvyeyi wo mu Mana, ndagushikirije uyu muntu (***aba bantu:*** *Naka na naka***)**…….yasavye kwakirwa ngo abe urugingo rw' Ishengero Anglikane.

***Umupasitori:*** "Mukundwa, ibwirizwa rivuga yuko imbere yo kwemererwa kwinjira mw' Ishengero Anglikane ubanza kubwira Ishengero iriri ku mushaha wawe mu kwishura ibibazo bikurikira."

**Indahiro z' abemererwa kuva mu rindi shengero bakinjira mw' Ishengero Anglikane.**

***Aya ni yo majambo akoreshwa:***

***Umupasitori:*** **U**remera ko wabatijwe mw' izina rya Data wa twese, n' iry' Umwana, n' irya Mpwemu Mweranda?

***Inyishu:*** *Egome narabikorewe.*

***Umupasitori:*** None uragomba kwakirwa ngo ube urugingo rw' Ishengero Anglikane?

***Inyishu:*** *Egome ni co ngomba.*

***Umupasitori:*** Uremera yuko Ishengero Anglikane ari Ishengero Ryeranda rikomoka ku ntumwa z' Umwami Yesu Kristo, kandi ko ari urugingo rw' Ishengero rihurikiyemwo Abakristo bose nk' uko twarirazwe n' Intumwa zeranda?

***Inyishu****:* *Egome ndavyemera.*

***Umupasitori:*** Uhereye ubu, uramaramaje rwose kwama ukora ibihura n' Ijambo ry' Imana, kandi bihuje n' ukwigisha kw' iri Shengero, rikaba ari urugingo rw' Ishengero Ryeranda rya Kristo?

***Kwishura:*** *Ndamaramaje rwose ko nzokwama nkora gutyo, mfashijwe n' Imana.*

***Hamwe harimwo uwabatijwe mu buryo Ishengero ryacu ritemera, Umupasitori abanze amugirire uwo muhango atagiriwe, aheze avuge ati:***

**N**dabamenyesha yuko uyu muntu yabatijwe mw' Ishengero rya …………… bakamwita ……………. none yongeyeko irindi …………… ***(canke)*** ntarindi yongeyeko.

***Umupasitori:*** **U**yu muntu yemeye kwinjira muri iki gihimba c' ubusho bwa Kristo, akaba ari urugingo rw' Ishengero ryiwe, kandi ashinze intahe yuko ahereye ubu atazogira isoni zo kuvuga yuko yizeye Kristo yabambwe ku musaraba, kandi ko azokwama arwanana ubutore mu rugamba, akurikira ibendera ya Yesu, arasana n' ivyaha n' ivy' isi na Satani, kandi ko azohora ari intore n' umusavyi agororoka wa Kristo imisi yose y' ukubaho kwiwe. Amen.

***Mu kwinjiza mw' Ishengero Anglikane uwavuye mu rindi shengero, Umwepisikopi canke Umupasitori, asengere uwo muntu yakirwa ati:***

"**I**mana ishobora vyose yagushizemwo umutima wo kwiyemerera ivyo vyose, iguhe inkomezi n' ubushobozi bwo kubishitsa, yemere gusozera igikorwa ciza yatanguye muri wewe, mw' izina ry' Umukama wacu Yesu Kristo. Amen."

***Hanyuma amufate ukuboko kw' ukuryo, aheze avuge aya majambo ati:***

"**N**k' uko natiwe ibanga kandi ngashikirizwa ibango ry' Ubuherezi mw' Ishengero ry' Imana ari yo ngoro yayo, kandi nitegereje ingene wemeranye rwose amasengesho n' umutima wiyoroheje, ndakwakiriye wewe NAKA ……………………………….. ***(amazina)*** ngo usangire ubumwe n' abemera Kristo bose mw' Ishengero Anglikane, ube urugingo rwaryo.

Mw' izina rya Data wa twese, n' iry' Umwana, n' irya Mpwemu Mweranda. Amen."

***Nyene kwakirwa amaze gusoma icemezo apfukame umupasitori amuhezagire ati:***

"Imana nyene amahoro yazuye Yesu Kristo imukuye mu bapfuye, ikuzigamire umutima n' umubiri, yame ikuraba ijisho ryiza kugeza ku bugingo budahera. Amen."

**Icemezo** (***ku rundi rupapuro***):

***Nyene kwakirwa aheze ahindukirire Ishengero asome Icemezo:***

**J**ewe, ........................................................................., nahora mw' ishengero rya...............................................................; ndemeye ko nabatijwe, mw' izina rya Data wa twese, n' iry' Umwana, n' irya Mpwemu Mweranda.
Ni jewe ubwanje niyemereye ko mbaye urugingo rw' Ishengero Anglikane, Ishengero nemera ko ari ryeranda, rikaba n' urugingo rw' Ishengero rihurikiyemwo Abakristo bose, rikomoka ku Ntumwa z' Umwami wacu Yesu Kristo, nk' uko twarirazwe n'Intumwa; kandi akaba ari ryo nemeye kuzogamburukira nk' uko umwana agamburukira umuvyeyi. Amen.

Umukono …………………………….........................……………

***Ivyabona:***

1……………………………...............……..…………

2. ...................................................................................

3.......................................................................................

Paruwasi………………………………………..…………................…

Igenekerezo: …………………………………………..................……

Umupasitori: ..........................................................................

# IX. GUKOMEZWA

## A. KATEKISIMU Y' ABAKOMEZWA

***Ni amajambo akwiye kwigishwa abakwiye kuzanirwa Umwepisikopi bose ngo barambikweko ibiganza canke bakomezwe.***

***Ikibazo:*** Witwa nde?

***Inyishu:*** *Nitwa …………………….*

***Ikibazo:*** Ni nde yakwise iryo zina?

***Inyishu:*** *Abavyeyi n' Abishingizi banje ni bo barinyise igihe nabatizwa.*

***Ikibazo:*** Muri ukwo kubatizwa, Abishingizi bawe bagusezeraniye iki?

***Inyishu:*** *Mu kubatizwa Abishingizi banje bansezeraniye ibintu bitatu:*

1. *Guheba Satani, n' ibikorwa vyiwe vyose, n' ibihimbaro vy' isi n' icubahiro cayo, n' ukwipfuza ivyayo kwose, n' ukwipfuza kw' umubiri.*
2. *Kwemera ingingo zose z' Ishengero ry' Abakristo.*
3. *Kugamburukira amabwirizwa yose y' Imana no kwama nkora ivyo igomba no kubishishikara imisi yose y' ukubaho kwanje.*

***Ikibazo:*** Urumva yuko ukwiye kwemera no gukora nk' uko bagusezeraniye?

***Inyishu:*** *Ndavyemeye rwose, kandi ni ko nzokora mfashijwe n' Imana, mbere ndakengurukira Data wa twese ari mw' ijuru, n' umutima wanje wose, we yampamagariye kuguma muri ako gakiza gatangwa na Yesu Kristo, Umukiza wacu; kandi ndasaba*

*Imana ubuntu buzonshoboza kubandanya muri ako gakiza.*

**Ikibazo:** Vuga ingingo z' ivyo twizera.

**Inyishu:** *Nemera Imana Data wa twese ashobora vyose, Umuremyi w' ijuru n' isi.*

*Nemera na Yesu Kristo Umwana wiwe w' ikinege, Umwami wacu, yavyawe n' Inkumi Mariya, yasamye inda kubwa Mpwemu Mweranda. Yatanzwe na Pontiyo Pilato, arababazwa, abambwa ku musaraba, arapfa, arahambwa, amanuka i kuzimu mu bapfuye, azuka ku musi ugira gatatu, araduga, aja mw' ijuru, avyagiye i buryo bw' Imana Data wa twese ashobora vyose; ni ho azova aje guca urubanza rw' abazoba bakiriho n' abazoba barapfuye.*

*Nemera Mpwemu Mweranda.*

*Nemera yuko hari Ishengero rimwe Ryeranda ry' Abakristo bose n' Umubano mwiza w' aberanda, no guharirwa ivyaha no kuzuka kw' umubiri n' ubugingo budahera. Amen.*

**Ikibazo:** Vuga ibintu bikuru bikuru ukwo kwemera Imana kwigisha.

**Inyishu:** *Ukwo kwemera Imana kwigisha:*

1. *Kwizera Imana Data wa twese yaturemye kandi yaremye n' ivyo mw' isi vyose.*
2. *Kwizera Imana Umwana, Umucunguzi wanje kandi w' abantu bose.*
3. *Kwizera Imana Mpwemu Mweranda, yeza abatoranijwe n' Imana bose nanje akanyeza.*

**Ikibazo:** Wavuze ko Abishingizi bawe ari bo bagusezeraniye yuko uzokwama witondera amabwirizwa y' Imana, none ayo mabwirizwa ni angahe?

**Inyishu:** *Ni cumi.*

**Ikibazo:** Ni ayahe?

***Inyishu:*** *Ni ayo Imana yageze Umusavyi wayo Mose tukayasoma mu gihimba ca 20 co mu Gitabo co Kuvayo.*

*Ndi Uhoraho Imana yawe, yagukuye mu gihugu ca Egiputa mu nzu y' ubuja:*

1. *Ntukagire izindi mana umbangikanya.*
2. *Ntukibazire igishushanyo, canke igisa n' ishusho y' ikintu na kimwe kiri hejuru mw' ijuru, canke hasi kw' isi, canke mu mazi yo mu biyaga, ntuze uvyikubite imbere, ntuze ubisabe,*

   *kuko Jewe, Uhoraho Imana yawe, ndi Imana ifuha, mpora abana ibicumuro vya ba se, nkageza ku runganwe rugira gatatu no ku rugira kane rw' abanyanka, nkagirira ikigongwe abankunda, bakitondera amabwirizwa yanje, nkageza ku runganwe rwabo uko ruzogenda rukurikirana gushika igihumbi.*
3. *Ntugapfe kuvuga izina ryanje, jewe Uhoraho Imana yawe, ku vy' ubusabusa,*

   *kuko uworivuga ku vy' ubusabusa, Jewe Uhoraho ntobura kubimuhora.*
4. *Wibuke kuziririza, umusi w' Imana.*

   *Mu misi itandatu uze ukore, abe ari yo ukoreramwo ibikorwa vyawe vyose; ariko umusi ugira indwi ni wo musi wanje, Jewe Uhoraho Imana yawe.*

   *Ntukagire igikorwa na kimwe ukora kuri wo, wewe ubwawe, canke umuhungu wawe, canke umukobwa wawe, canke umugurano wawe, canke umuguranokazi wawe, canke inka zawe, canke uw' injabuka aba iwawe; kuko imisi itandatu ari yo Jewe Uhoraho*

*naremyemwo ijuru n' isi n' ikiyaga n' ibiri muri vyo vyose, nkaruhuka ku musi ugira indwi: ni co catumye Jewe Uhoraho mpezagira umusi wanje, nkaweza.*

5. *Wubahe so na nyoko,*

   *kugira ngo urambire mu gihugu Jewe Uhoraho Imana yawe nzoguha.*
6. *Ntukice*
7. *Ntugasambane*
8. *Ntukibe*
9. *Ntukagiririze ibinyoma mugenzawe*
10. *Ntukipfuze*

    *inzu ya mugenzawe, ntukipfuze umugore wa mugenzawe, canke umugurano wiwe, canke indogoba yiwe canke ikintu na kimwe ca mugenzawe.*

***Ikibazo:*** Ni ayahe majambo makuru makuru wize muri ayo mabwirizwa?

***Inyishu:*** *Nize amajambo makuru makuru abiri: Ibinkwiye ku Mana n' ivyo nkwiye ku bandi bantu bose canke kuri mugenzanje.*

***Ikibazo:*** Ikigukwiye ku Mana ni iki?

***Inyishu:*** *Nkwiye kuyizera no kuyubaha, kandi no kuyikundisha umutima wanje wose, n' ubwenge bwanje bwose n' inkomezi zanje zose. Nkwiye kuyisenga no kuyishima, kuyizera, kuyitazira no guhesha Izina ryayo icubahiro kandi no kuyikorera nshize igikonyo imisi yose y' ukubaho kwanje.*

***Ikibazo:*** Ikigukwiye kuri mugenzawe ni iki?

***Inyishu:*** *Nkwiye kumukunda nk' uko nikunda, no kugirira abantu bose nk' uko nokwipfuza ko bangirira. Nkwiye kwubaha no kwumvira abanganza bose. Nkwiye kugamburukira abanganza bose, n' abanyigisha, n' abapasitori, n' abandongora mw' Ishengero. Nkwiye*

*gusonera abanduta bose no kububaha. Nkwiye kutagira umuntu n' umwe mbabaza mu vyo nkora; nkwiye kuba intungane n' umunyakuri mu migenzo yanje yose, nkwiye kutagira urwanko canke igono no mu mutima wanje, nkwiye kubuza amaboko yanje kwakira ivy' abandi no kwiba kandi nkwiye kubuza ururimi rwanje kunuza inkuru mbi no kubesha no kubeshera abandi. Nkwiye kurinda umubiri wanje, ureke kuja mu vy' ukuborerwa canke ubwishime n' ubuhumbu ariko nkwiye kwiga ibikorwa vyo kuntunga no kubikorana umwete ku rugero Imana yangereye.*

***Umwigisha:*** Mwananje mwiza, ukwiye kumenya yuko ivyo vyose utovyishoboza kandi ntiwoshobora kugendera mu mabwirizwa y' Imana no kuyikorera udafashijwe n' ubuntu bwayo, kandi ubwo buntu ukwiye kwama ubuyisaba igihe cose uriko urasenga. None rero ngomba kwumva yuko ushobora kuvuga Isengesho ry' Umukama wacu Yesu Kristo.

***Inyishu:*** *Data wa twese uri mw' ijuru, izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze. Ivyo ushaka nibigirwe kw' isi nko mw' ijuru. Uduhe ivyo kurya bidukwiye uyu musi, utubabarire ibicumuro vyacu, nk' uko natwe tubabarira ababitugirira. Ntutureke ngo tuje mu bitwosha nabi yamara udukize wa Mubi. Kuko ari wewe ugaba vyose, ukaba Nyeninganji n' icubahiro mu myaka yose. Amen.*

***Ikibazo:*** Muri iryo Sengesho ico usaba Imana ni iki?

***Inyishu:*** *Nsaba Uhoraho Imana yanje, Data wa twese ari mw' ijuru, we Muhanyi w' ivyiza vyose kugira ngo angirire ikigongwe hamwe n' abantu bose, tubone ingene tumushemeza, tumwumvire kandi tumukorere nk' uko bidukwiye. Nsaba Imana kandi kugira ngo iduhe ivyo dukeneye vyose ivy' imitima n' ivy' imibiri, ndayisaba kandi imbabazi no kuduharira ivyaha vyose. Nsaba Imana kutuzigama no kudukingira*

*ivyago vyose bigomba kwica imitima canke imibiri. Ndayisaba kutadutererana ibitwosha nabi vyose no kudukiza wa Mubi hamwe n' urupfu rw' imyaka yose. Ivyo vyose nizigira yuko izobinkorera kubw' imbabazi n' ubuntu bibonerwa muri Kristo Yesu, Umukama wacu; ni co gituma mvuga, nti: Amen. Bisobanurwa ngo, bibe bityo.*

***Ikibazo:*** Amasakaramento Kristo yasigaranye Ishengero ryiwe ni angahe?

***Inyishu:*** *Amasakaramento Kristo yasigaranye Ishengero ryiwe ni abiri yonyene kandi ni yo nkenerwa k' uwugomba gukizwa; nayo ni aya: Kubatizwa, n' Isangira Ryeranda.*

***Ikibazo:*** Iryo jambo Isakaramento risobanurwa ngw' iki?

***Inyishu:*** *Isakaramento ni ikimenyetso c' inyuma kiboneka cerekana ubuntu bw' imbere mu mutima duhabwa mu buryo bw' impwemu. Kristo ubwiwe ni we yagishizeho ngo kiduheshe ubuntu bwiwe kandi gishingire intahe yuko ubwo buntu tuburonse.*

***Ikibazo:*** Isakaramento rigizwe n' ibihimba bingahe?

***Inyishu:*** *Isakaramento rigizwe n' ibihimba bibiri: ikimenyetso c' inyuma kiboneka n' ubuntu bw' imbere mu mutima.*

***Ikibazo:*** Mw' ibatizwa, ikimenyetso c' inyuma kiboneka ni ikihe?

***Inyishu:*** *Ni amazi, ayo umuntu abatirizwamwo mw' Izina rya Data wa twese, n' iry' Umwana, n' irya Mpwemu Mweranda.*

***Ikibazo:*** Ubuntu bw' imbere mu mutima ni iki?

***Inyishu:*** *Ni ugupfa ku vyaha no kuvyarwa ubwa kabiri tugacika intungane kuko ubwa mbere tuba twaravukanye kameremere y' icaha ikwiye kurakirwa n' Imana ariko noneho kubwo kuvyarwa n' Imana ubwa kabiri ducika abo kugirirwa ikigongwe.*

***Ikibazo:*** Abagomba kubatizwa bakwiye gukora iki?

***Inyishu:*** *Bakwiye kwihana no kureka ivyaha vyabo. Kandi kwizera kubazanira kwishimikiza ku vyo Imana yabasezeraniye muri iryo Sakaramento.*

***Ikibazo:*** None asangwa ari uko bimeze, ni iki gituma abana bato babatizwa kandi kubera ubuto bwabo batoshobora gushitsa ayo masezerano?

***Inyishu:*** *Kubera ukwizera kw' Abavyeyi n' Abishingizi babo, abana bato barabatizwa bakakirwa mw' Ishengero, bakaronka ubuntu bw' Imana, bakaba abavukana n' abandi banyeshengero mu kwizera.*

***Ikibazo:*** Isakaramento ry' Isangira Ryeranda ry' Umukama wacu ryashizweho kubera iki?

***Inyishu:*** *Ryashizweho kugira ngo ritubere icibutso gishasha c' intahava c' urupfu rwa Kristo yacitse ikimazi cacu hamwe n' ibindi vyiza vyose rituzanira.*

***Ikibazo:*** Umukate n' Umuvinyu nk' uko bisobanurwa mu buryo bw' Impwemu bisigura gute?

***Inyishu:*** *Bisigura Umubiri n' Amaraso vya Kristo, ivyo abizera bahabwa, bagafungura mu buryo bw' Impwemu.*

***Ikibazo:*** Ikimenyetso c' inyuma mw' Isangira Ryeranda ry' Umukama wacu ni ikihe?

***Inyishu:*** *Umukate n' umuvinyu ivyo Umukama wacu yategetse ko tuzokwama duhabwa*

***Ikibazo:*** Ni iyihe mihezagiro turonkera mw' Isangira Ryeranda?

***Inyishu:*** *Imitima yacu irakomezwa kandi ikongerwa intege n' umubiri n' amaraso vya Kristo.*

***Ikibazo:*** Abaza ku Ruhimbi rw' Umukama wacu mw' Isangira Ryeranda bakwiye gukora iki?

***Inyishu:*** *Bakwiye kwisuzuma, bakamenya ko bihanye vy' ukuri ibicumuro vyabo, bakiyemeza gutora ingeso nshasha no kwizera rwose ubuntu bubonerwa muri Kristo hamwe no kwibuka urupfu rwiwe bashima no kugiriranira ubumwe n' abantu bose.*

## B. GUKOMEZWA

***Umupasitori ahagurutse abazanywe gukomezwa bahagarare neza ku murongo imbere y' Umwepisikopi yicaye mu ntebe yiwe iruhande y' Ameza Meranda, abashikirize Umwepisikopi avuga ati:***

***Umupasitori:*** Nyakubahwa, Muvyeyi wo mu Mana, nkuzaniye aba bantu kugira ngo barambikweko ibiganza, bakomezwe mu bukristo bwabo.

***Umwepisikopi:*** Turaguhanuye ngo ntihagire n' umwe utuzanira utabanje gutohoza neza ko afise ingeso nziza zihuye n' Ijambo ry' Imana akaba azi gusenga isengesho rya Data wa twese, akamenya gushinga intahe y' Ukwemera kw' intumwa, akaba azi amabwirizwa y' Imana, akayagendera, akaba azi kwishura neza inyanduruko y' ukwizera kwacu.

***Umupasitori:*** Maze imisi ndabigisha nongera ntohoza ivyo muvuze, mbere narabajijje n' abantu ivyabo, ubu ndemeje ko babikwiye.

***Umwepisikopi:*** Ushaka rero ko bakomezwa, bakakirwa ku Meza y' Umukama?

***Umupasitori:*** Ni co ndabashakira.

***Hanyuma aya majambo asomwe n' Umwepisikopi canke uwundi yagenywe na we, abarambikwako ibiganza bagume bahagaze kugeza kuri Data wa twese:***

Nimwumvirize amajambo yanditswe mu Gitabo c' Ivyakozwe n' Intumwa, 8:14-17.

Maze Intumwa ziri i Yerusalemu zumvise yuko Abasamariya bemeye Ijambo ry' Imana, zirungikayo Petero na Yohana, na bo bamanutseyo, barabasengera ngo baronke Mpwemu Mweranda. Kuko Mpwemu atari bwamanuke ngo aje no kuri umwe muri bo;

bari babatijwe gusa mw' izina ry' Umwami Yesu. Maze nya batumwa babarambikako ibiganza, bahabwa Mpwemu Mweranda.

***Bakurikizeko gusoma ibi:***

**I**shengero ico rigomba Nuko abarambikwako ibiganza barushiriza gukomezwa mu mitima, ni co catumye rigera ko batazana umuntu gukomezwa adashobora kwivugira ubwiwe amajambo y' Ukwemera kw' Intumwa, n' ay' Isengesho ry' Umwami wacu, n' ay' Amabwirizwa cumi. Kandi abagomba gukomezwa bakwiye kumenya kwishura ibibazo biri muri Katekisimu. Iryo tegeko ry' Ishengero ni ryiza, kandi rikwiye kwumvirwa, kugira ngo abantu babatijwe bakiri abana nibamara gukura no guca ubwenge, bagasobanukirwa ivyo Abishingizi babo babasezeraniye igihe babatizwa, baze baze imbere y' Ishengero, babishingire intahe ubwabo, bavyiyemerere, bavyisezeranire.

Kandi iri tegeko rikwiye kwumvirwa kugira ngo ababatijwe bakuze babone uburyo bwo gukomezwa mu bukristo, barushirize gusobanukirwa inyigisho z' Ishengero, kandi bongere gusezerana yuko bazokwitondera neza ivyo bemeye ubwabo.

Nuko rero mwebwe mwese abagomba gukomezwa mukwiye gushingira intahe imbere y' iri koraniro yuko mumaramaje rwose kuzohora mwizera Kristo, no kuzokwumvira amabwirizwa y' Imana, mugakurikiza ivyo igomba vyose. Mukwiye no gushingira intahe yuko mwemeye gukomeza gushitsa ivyo mwasezeranye gukora igihe mwabatizwa.

***Umwepisikopi abaze ababatijwe bakuze, ati:***

"**M**webwe ababatijwe mukuze ndababaza: Mbega imbere y' Imana n' imbere y' iri koraniro, uremera kwongera gusezerana ivyo wasezeranye igihe wabatizwa, kandi ko uzobikomeza rwose?"

***Kwishura:*** *Ndongeye kubisezerana rwose.*

***Umwepisikopi abaze ababatijwe ari abana*, (*Abishingizi babo babahagaze inyuma babashigikiye), ati:***

"**N**amwe ababatijwe mukiri abana ndababaza: Mbega imbere y' Imana n' imbere y' iri koraniro uremera kwongera gusezerana ivyo Abishingizi bawe bagusezeraniye igihe wabatizwa? Uremeye kuvyisezeranira ubwawe, yuko uzokora nk' uko bagusezeraniye ico gihe?"

***Kwishura:*** *Ndavyemeye, ndavyisezeraniye.*

***Abishingizi barekure abo bari bafashe baje kwicara habandanywe ibikurikira.***

***Umwepisikopi abaze bose, ati:***

"Mwese ndababaza: Murahevye Satani n' ibikorwa vyiwe vyose, n' ibihimbaro vy' iyi si n' icubahiro cayo, n' ukwipfuza ivyayo kwose, n' ukwipfuza kw' umubiri, murahakanye kutazobikurikiza, canke kutazoganzwa na vyo?"

***Kwishura:*** *Ivyo vyose ndabihakanye.*

***Umwepisikopi:*** Urizeye Imana Data wa twese ashobora vyose, Umuremyi w' ijuru n' isi? Urizeye na Yesu Kristo, umwana wiwe w' ikinege, Umukiza wacu? Urizeye na Mpwemu Mweranda, Umufasha wacu?

***Kwishura:*** *Ivyo vyose ndavyizeye rwose.*

***Umwepisikopi:*** Uzokwitondera amabwirizwa meranda y' Imana n' ivyo ikunda? Uzobigenderamwo imisi yose y' ukubaho kwawe?

***Kwishura:*** *Nzogerageza kubikora mfashijwe n' Imana.*

***Umwepisikopi:*** Ugutabarwa kwacu kubonerwa mw' izina ry' Uhoraho.

***Kwishura:*** *Yaremye ijuru n' isi.*

***Umwepisikopi:*** Izina ry’ Uhoraho nirihimbazwe.
***Kwishura:*** *Uhereye ubu ugashika ibihe vyose.*
***Umwepisikopi:*** Uhoraho, niwumve ivyo tugusavye.
***Kwishura:*** *Ugutabaza kwacu kugushikeko.*

**Dusenge:**

**M**ana ushobora vyose, wamaho, turagushimiye yuko wemeye kuvyaza ubwa kabiri aba basavyi bawe amazi na Mpwemu Mweranda, ukabaharira ivyaha vyabo vyose, Bwirukiro, turakwinginze, ubaremesheshe Mpwemu Mweranda, Umufasha wacu, kandi imisi yose wame ubagwizamwo ingabire nyinshi z’ ubuntu bwawe: ubahe impwemu y’ ubwenge n’ iy’ ugutahura, impwemu yo kuja inama n’ iy’ ubushobozi bwo mu mutima, impwemu y’ ukumenya Uhoraho n’ iy’ ukumwubaha vy’ ukuri. Kandi Bwirukiro ubuzuze impwemu yo kuguhesha icubahiro rwose kubw’ ubweranda bwawe, uhereye ubu ugashitsa aho bazoshikira mu bwami bwawe butazohangura. Amen.

***Umwepisikopi ariko arabarambikako ibiganza avuge ati:***

“**B**wirukiro Mana, nukomeze uyu musavyi wawe, uze wame umuzigamisha ubuntu bwawe buva mw’ ijuru. Amen.

Akomeze kuba uwawe Mukama gushika ibihe vyose; kandi uko bukeye yame akurira mu buntu bwa Mpwemu wawe Mweranda, gushika aho azoshikira mu bwami bwawe butazohangura. Amen.”

***Umwepisikopi aheze avuge*, *ati:***
“Uhoraho abane namwe.”
***Kwishura:*** *Abane n’ umutima wawe.*

**Dusengere hamwe**

***D**ata wa twese uri mw’ ijuru, izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw’ isi nko mw’ ijuru. Uduhe ivyo kurya bidukwiye uyu musi. Utubabarire ibicumuro vyacu, nk’*

*uko natwe tubabarira ababitugirira. Ntutureke ngo tuje mu bitwosha nabi, yamara udukize wa Mubi. Kuko ari wewe ugaba vyose, ukaba Nyeninganji n' icubahiro, mu myaka yose. Amen.*

**M**ana ushobora vyose, wamaho, turagushimira yuko ari wewe uduha gukunda no gukora ivyiza n' ibiguhimbara: twunamye imbere yawe ngo tukwingingire aba basavyi bawe turambitseko ibiganza vyacu, dukurikije akarorero k' Intumwa zawe. Turakwinginze, ico kimenyetso kibamenyeshe yuko ubakunda, ukanezererwa kubagirira neza. Wame ubazigamisha ukuboko kwawe, nk' uko umuvyeyi azigama abana biwe. Mpwemu Mweranda yame abana na bo imisi yose, nawe uze uhore ubarongora mu kumenya no mu kwumvira Ijambo ryawe, uburyo butuma bashikira ubuzima budahera. Ivyo tubisenze kubw' Umwami wacu Yesu Kristo, ahoraho, ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, imyaka yose. Amen.

**M**wami ushobora vyose, Mana uhoraho, turakwingingira kurongora no kuganza imitima yacu n' imibiri yacu; uduhe kujana inzira z' amabwirizwa yawe, dukore ivyo wategetse vyose, kugira ngo ububasha bwawe butuzigamire imibiri n' imitima imisi yose. Tubisenze kubw' Umwami Yesu Kristo, Umukiza wacu. Amen.

**U**mugisha w' Imana ishobora vyose, Data wa twese n' Umwana na Mpwemu Mweranda, ube muri mwebwe, ugumane namwe, imisi yose. Amen.

# X. IVYEREKEYE UMUBANO MWERANDA

## A. UGUSHINGIRA KWERANDA

***Abagomba kwabirana bose bakwiye kurangwa ku Misi y' Imana itatu mu gihe co gusenga hakoreshejwe aya majambo (Birahanuwe ko ata gushingira abageni kwobaho mu misi 40 yo Kwisonzesha na cane cane mw' iyinga ryeranda):***

"**N**davuga amajambo yo gushingiranwa kweranda kwa (izina, abavyeyi n' aho ava) na (izina, abavyeyi n' aho ava).

Namba har' uwo muri mwebwe azi impamvu nyakuri ikwiye kubuza abo bantu gufatanywa mu mubano mweranda, naze ayivuge. Ukwo n' ukubaza (*kwa mbere, kwa kabiri, kwa gatatu).*"

***Abagira babirane binjire mu rusengero bahagarare imbere y' Umupasitori, umugeni ahagaze i bumoso bw' umugabo.***

***Umupasitori avuge, ati:***

**B**avukanyi, dukoraniye hano imbere y' Imana n' imbere y' iri koraniro gufatanya uyu mugabo n' uyu mugeni mu mubano mweranda. Uwo mubano ni uw' icubahiro, washinzwe n' Imana, abantu batarakora icaha, werekana ugufatana kwa Kristo n' Ishengero ryiwe kwo mu buryo bw' impwemu. Uwo mugenzo mweranda Kristo yawuteye agateka, arawubahiriza, igihe yataha ubukwe i Kana i Galilaya, agakora igitangaza ciwe ca mbere. Kandi Paulo mweranda yarawushimye ko ari uwo kwubahwa n' abantu bose. Ni co gituma ata muntu akwiye kubikora giturumbuka, canke atiyumviriye, canke abitewe no kwipfuza kw' umubiri. Ariko abikore mu rupfasoni, yitonze, yigiriye inama neza, yirinda, yubaha Imana, yibajije inyanduruko zatumye umubano mweranda ushirwaho.

1. Washizweho kugira ngo bompi babane, bafashanye, bamarane imibabaro, nk' uko bibakwiye kugiriranira, ari mu mahoro canke mu vyago.
2. Washiriweho kubuza ivyaha no kurinda abantu ubusambanyi, ariko barongorane, bahore ari ingingo zitanduye z' umubiri wa Kristo.
3. Washiriweho kuvyara abana ngo batozwe indero nziza zo kwubaha Imana no gushimisha izina ryayo.

Nuko aba bantu bompi bazanywe no gufatanywa muri uwo mubano mweranda. Nuko rero, namba hari umuntu azi inyanduruko y' ukuri yobuza aba bantu gufatanywa, akwiye kuyivuga ubu nyene; na ho niyahora, aze ahore ahoze imisi yose.

***Akurikizeko kubwira abagira bafatanywe, ati: (abandi bicare)***

**N**dabahanura, ndabihanikiriza mwempi, mumenye ko muzobazwa kuri wa musi w' amateka uteye ubwoba, aho ibihishijwe vyo mu mitima yose bizohishurwa, namba hari umwe muri mwebwe azi inyanduruko yobabuza gufatanywa nk' uko amategeko yemera nayivuge ubu nyene, kuko mukwiye kumenya neza yuko abafatanijwe mu buryo Ijambo ry' Imana ritemera, bataba bafatanijwe n' Imana.

***Namba atawavuze icobabuza gufatanywa, Umupasitori abaze umugabo, ati:***

**N**AKA.......**U**remeye uyu mugeni, ko aba umugore wawe wabiriye, mukabana mu mubano mweranda w' ababiranye, mukurikije ibwirizwa ry' Imana? Uzokwama umukunda, umumara umubabaro, umwubaha, umubungabunga, akomeye canke arwaye? Uzoreka abandi bagore bose, ubane na we wenyene imisi yose muzomara mukiriho mwempi?

***Kwishura:*** *Egome, ndavyemeye.*

***Maze abaze umugeni, ati:***

**N**AKA.......**U**remeye uyu mugabo, ko aba umugabo wawe akwabiriye, mukabana mu mubano mweranda w' ababiranye, mukurikije ibwirizwa ry' Imana? Uzokwama umwumvira, umufasha, umukunda, umwubaha? Uzokwama umubungabunga, akomeye, canke arwaye? Uzoreka abandi bagabo bose, ubane na we wenyene imisi yose muzomara mukiriho mwempi?

***Kwishura:*** *Egome, ndavyemeye.*

***Akurikizeko kubaza, ati:***

**N**i nde ashingiye uyu mugeni uyu mugabo?

***Uwaserukiye umuryango w' umwigeme aheze ahaguruke afate ukuboko kw' uwo mugeni kw' i buryo aguhereze umukwe.***

***Bagifatanye umukwe asezerane ati:***

**J**ewe ………… ndakwemeye wewe ………… ko uba umugore wanje nabiriye ngo tubane, tugumane, duhereye ubu, mu mahoro no mu vyago, mu butunzi no mu bworo, urwaye canke ukomeye; nzokwama ngukunda, nkubungabunga gushika aho umwe azohamagarirwa n' Imana, nkurikije ibwirizwa ryeranda ry' Imana. Ndabikurahiye gutyo imbere y' Imana.

***Barekurane umugeni na we afatishe ukuryo kwiwe ukuryo kw' umugabo, avuge ati:***

**J**ewe …………. ndakwemeye wewe ………… ko uba umugabo wanje, unyabiriye, ngo tubane tugumane, duhereye ubu, mu mahoro no mu vyago, mu butunzi no mu bworo, urwaye canke ukomeye; nzokwama ngukunda, nkubungabunga, nkwumvira, gushika aho umwe azohamagarirwa n' Imana, nkurikije ibwirizwa ryeranda ry' Imana. Ndabikurahiye gutyo imbere y' Imana.

***Umupasitori yakire impeta azihezagire imbere yuko bazambikana avuga ati:***

**M**ukama, hezagira izi mpeta kugira ngo uwuyitanze bo n' uwuyambitswe bashobore kubana mu mahoro kandi bagume muri iri sezerano bafashijwe n' ubuntu bwawe, imisi yose bazomara; tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

***Bongere kurekurana. Umupasitori yakire impeta, ayihe umugabo kugira ngo ayambike umugeni ku rutoke rw' i bubamfu rukurikirwa n' agahererezi. Maze ayigumirize kuri rwo, avuge ati:***

**N**kwambitse iyi mpeta, nkwubahishije umubiri wanje, nguhaye ibintu vyanje vyose, mbivuze mw' izina rya Data wa twese, n' iry' Umwana, n' irya Mpwemu Mweranda. Amen.

**I**yi mpeta itanzwe kandi ikakirwa ni icabona, n' ikimenyetso c' ivyo dusezeranye. Kandi nk' uko impeta itagira itandukaniro ni ko n' umubano wacu utazogira itandukaniro tukiriho.

***Umupasitori yakire impeta, ayihe umugeni kugira ngo ayambike umugabo ku rutoke rw' i bubamfu rukurikirwa n' agahererezi. Maze ayigumirize kuri rwo, avuge ati:***

**N**kwambitse iyi mpeta, nkwubahishije umubiri wanje, nguhaye ibintu vyanje vyose, mbivuze mw' izina rya Data wa twese, n' iry' Umwana, n' irya Mpwemu Mweranda. Amen.

**I**yi mpeta itanzwe kandi ikakirwa ni icabona, n' ikimenyetso c' ivyo dusezeranye. Kandi nk' uko impeta itagira itandukaniro ni ko n' umubano wacu utazogira itandukaniro tukiriho.

***Bompi bapfukame, Umupasitori avuge, ati:***

**M**ana Muremyi kandi Muzigamyi w' abantu bose, ni wewe utanga ubuntu bwose bwo mu buryo bw' impwemu, kandi ni wewe ubuzima budahera bukomokako; turakwinginze, uhezagire aba basavyi bawe, uyu mugabo n' uyu mugore, abo dusabiye

umugisha mw' izina ryawe, kugira ngo nk' uko Isaka na Rebeka babana batava mw' isezerano, abe ari ko n' aba bashitsa indahiro barahiye n' isezerano basezeranye. Iyi mpeta itanzwe ikakirwa ni yo kimenyetso c' ivyo n' icabona cavyo. Baze bame babana imisi yose bafitaniye urukundo n' amahoro vyuzuye, bakurikize amabwirizwa yawe. Tubisenze kubw' Umwami wacu Yesu Kristo. Amen.

***Maze Umupasitori abafatanishe ibiganza vy' i buryo avuge ati:***

**A**bo Imana yafatanije, ntihaze hagire umuntu abatandukanya.

***Akurikizeko kubwira abantu bose, ati:***

**K**o ……….. na ………… bahuje umutima ngo bafatanywe mu mubano mweranda bakaba babishingiye intahe imbere y' Imana n' imbere yanyu, bagasezerana batyo, kandi bakavyerekanisha guhana no kwakira impeta no gufatana mu ntoke, ni co gitumye mvuga, nti: Aba ni umugabo n' umugore bafatanijwe.

Mbivuze mw' izina rya Data wa twese, n' iry' Umwana, n' irya Mpwemu Mweranda. Amen.

***Umupasitori aheze abasabire umugisha ati:***

**I**mana Data wa twese, Imana Umwana, Imana Mpwemu Mweranda, ibahe umugisha, ibaragire, ibazigame. Uhoraho abarabane urukundo n' akagongwe, abuzuze imigisha yose y' impwemu n' ubuntu, kugira ngo uburyo muzobana muri ubu buzima buze butume mu gihe kizoza muzohabwa ubuzima budahera. Amen.

***Umupasitori aheze ahagarare i ruhande y' Ameza y' Umwami wacu, basome Zaburi ya 128:***

**H**ahirwa uwubaha Uhoraho wese,
Akagendera mu nzira ziwe.
Ibikorwa vy' amaboko yawe bizogutunga
Uzonezerwa, uzohirwa.

Umugore wawe azoba nk' umuzabibu wama cane, ari haruguru mu nzu yawe;
Abana bawe bazoba nk' utugemwe twa elayo, bakikije ameza yawe.
Uko ni ko umuntu yubaha Uhoraho azohirwa.
Uhoraho azoguha umugisha uva i Siyoni,
Nawe uzobona ivyiza biza kuri Yerusalemu, imisi yose uzobaho.
Mbere, uzobona abuzukuru bawe.
Amahoro abe mu Bisirayeli.

*Icubahiro kibe ica Data wa twese, n' ic' Umwana, n' ica Mpwemu Mweranda. Nk' uko cari ubwa mbere na mbere, n' ubu ni ko kiri, ni ko kizohora kiri ibihe vyose. Amen.*

***Canke basome Zaburi ya 67:***

**I**mana itugirire ikigongwe, iduhe umugisha,
Itwakishirize mu nyonga hayo.
Kugira ngo inzira yawe imenyekane mw' isi,
N' agakiza kawe mu mahanga yose.
Mana, amoko agushime,
Amoko yose agushime!
Amahanga anezerwe; ariirimbishwe n' akanyamuneza:
Kuko uzocira amoko imanza ziroranye,
Kandi uzorongora amahanga mw' isi.
Mana, amoko agushime!
Amoko yose agushime.
Isi irimbuka ivyimburo vyayo;
Imana izoduha umugisha.
Kandi abo ku mpera zose z' isi bazoyubaha.

*Icubahiro kibe ica Data wa twese, n' ic' Umwana, n' ica Mpwemu Mweranda. Nk' uko cari ubwa mbere na mbere, n' ubu ni ko kiri, ni ko kizohora kiri ibihe vyose. Amen.*

***Uwo mugabo n' umugore bose bapfukame imbere y' Ameza y' Umwami wacu.***

***Umupasitori:*** Bwirukiro utugirire ikigongwe;
***Abantu:*** *Kristo, utugirire ikigongwe.*

***D****ata wa twese uri mw' ijuru, izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw isi nko mw' ijuru. Uduhe ivyo kurya bidukwiye uyu musi. Utubabarire ibicumuro vyacu, nk' uko natwe tubabarira ababitugirira. Ntutureke ngo tuje mu bitwosha nabi, yamara udukize wa Mubi. Kuko ari wewe ugaba vyose, ukaba Nyeninganji n' icubahiro, mu myaka yose. Amen.*

***Umupasitori:*** Bwirukiro, ragira aba basavyi bawe;
***Abantu:*** *Bakwizigiye.*
***Umupasitori:*** Bwirukiro, ubahe gutabarwa kuva ahera hawe.
***Abantu:*** *Wame ubazigama imisi yose.*
***Umupasitori:*** Ubabere igihome gikomeye
***Abantu:*** *Co kubakingira umwansi wabo.*
***Umupasitori:*** Bwirukiro, niwumve ivyo tugusavye;
***Abantu:*** *Ugutabaza kwacu kugushikeko.*

**M**ana ya Aburahamu, Mana ya Isaka, Mana ya Yakobo, uhe aba basavyi bawe ………… na ………… umugisha, ubibe mu mitima yabo imbuto z' ubuzima budahera, kugira ngo ivyo bazokwiga mw' Ijambo ryawe ryeranda babishikishe ingeso zabo. Bwirukiro, ubarabane imbabazi uri mw' ijuru, ubahe umugisha. Kandi nk' uko wahaye umugisha Aburahamu na Sara bigatuma baba mu mahoro, abe ari ko uhezagira aba basavyi bawe, kugira ngo bitondere ivyo ugomba, bame bazigamwa neza n' ukuboko kwawe, bahore bagukunda imisi yose y' ukubaho kwabo. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**M**wami w' imbabazi, Data wa twese wo mw' ijuru, n' ingabire yawe y' ubuntu ko abantu bagwira. Turakwinginze ufashishe umugisha wawe aba bantu bompi, bavyare basasagare. Ubahe kuramba, bame bakundana urukundo ruva kuri wewe, bagire ingeso nziza,

kugira ngo baze barerere abana babo mu ndero nziza z' Ubukristo, ngo bigushimishe, bikwubahishe. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**M**ana turagushimira yuko waremye ibintu vyose kubw' ububasha bwawe bwinshi, ata kintu ubiremamwo. Kandi uhejeje gutunganya ibindi, wategetse ko umugore akomoka ku mugabo, uwo waremye mw' ishusho yawe, urabafatanya, wigisha yuko kizira rwose gutandukanya abo wafatanishije kwabirana. Kandi Mana turagushimira yuko wejeje umubano w' ababiranye, ukawugira ibanga ryiza ryerekana umubano wa Kristo n' Ishengero ryiwe wo mu buryo bwa Mpwemu, n' ubumwe bigiriranira. Nuko rabana imbabazi aba basavyi bawe ……… na ………, kugira ngo uyu mugabo akunde umugore wiwe, akurikize ibwirizwa ryo mw' Ijambo ryawe, nk' uko Kristo yakunze umugeni wiwe, ari ryo Shengero, akaryigura, akarikunda, akaribungabunga nk' umubiri wiwe. Kandi uyu mugore yerekane urukundo n' ineza, ashitse isezerano yasezeranye n' umugabo wiwe, amwumvire; kandi umuhe kwigana abagore beranda bubaha Imana, yiyoroshe, yirinda, ari umunyamahoro. Bwirukiro, ubahezagire bompi, kandi ubahe kuzoragwa ubwami bwawe butazohangura. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**I**mana ishobora vyose, mu ntango ya vyose yaremye abavyeyi bacu ba mbere Adamu na Eva, ikabeza, ikabafatanisha kwabirana; isuke kuri mwebwe, ubuntu bwayo bwuzuye, ibeze, ibahezagire, kugira ngo imibiri yanyu n' imitima yanyu biyihimbare, muze muhore mubana mukundana imisi yose y' ukubaho kwanyu. Amen.

***Umupasitori, ashobora gukoresha aya majambo mu mwanya w' insiguro:***

**Y**emwe mwese abamaze kwubaka ingo zanyu, namwe abakivyimirije, Nimwumve ivyo Igitabo c' Imana kivuga ku vy' abagabo n' abagore babo, ingene bakwiye kumereranira.

Paulo, mu Cete yandikiye Abanyefeso, mu gihimba ca gatanu, yategetse abagabo bose, ati: “Bagabo, mukunde abagore banyu, nk’ uko Kristo na we yakunze Ishengero, akaryigura, ngo aryeze, aryogesheje amazi n’ ijambo, ngo aryishire, ari Ishengero rifise ubwiza, ridafise amarabaga canke injebejebe canke ikintu cose gisa gityo, ariko ngo ribe ryeranda ridafise agasembwa. Ni ko abagabo na bo bakwiye gukunda abagore babo nk’ imibiri yabo bwite. Ukunda umugore wiwe, aba yikunda: kuko ata muntu yigeze kwanka umubiri wiwe, ariko arawugaburira, akawubungabunga, nk’ uko Kristo na we agirira Ishengero; kuko turi ingingo z’ umubiri wiwe. Ni co gituma umugabo azosiga se na nyina, akabana n’ umugore wiwe akaramata, bompi bakaba umubiri umwe. Iryo banga rirahambaye, ariko mbivuze kuri Kristo n’ Ishengero. Ariko namwe nyene, umuntu wese akunde umugore wiwe nk’ uko yikunda.”

Kandi Paulo uyo, igihe yandikira ab’ i Kolosayi, yabariye abagabo bose, ati: “Bagabo, mukunde abagore banyu, ntimubabere umururazi.”

Nimwumve n’ amajambo ya Petero, intumwa ya Kristo, na we yari umuntu yubatse urugo, agira inama abazubatse, ati: “Bagabo, mubane n’ abagore banyu nk’ abazi ibibereye, kuko ari nk’ imbombovu zidahwanije namwe inkomezi: kandi mubahe icubahiro, kuko na bo ari abaraganwa namwe ubuntu bw’ ubugingo, kugira ngo ugusenga kwanyu ntikugire ikigutesha.

Nuko mumaze kwumva ivyo umugabo akwiye kugirira umugore wiwe. None namwe bagore, nimwumve, mwige ivyo mukwiye kugirira abagabo banyu, nk’ uko amabwirizwa avyerekana.”

Mu Cete Paulo yandikiye Abanyefeso yarigishije, ati: “Bagore mugamburukire abagabo banyu, nk’ uko mugamburukira Umwami wacu. Kuko umugabo ari we mutwe w’ umugore wiwe, nk’ uko Kristo na we ari umutwe w’ Ishengero, akaba Umukiza waryo, ari wo mubiri wiwe. Ariko nk’ uko Ishengero rigamburukira Kristo, abe ariko abagore bagamburukira abagabo babo muri vyose. Kandi yaravuze, ati: Umugore na we niyubahe umugabo wiwe.”

Mu Cete yandikiye ab' i Kolosayi na ho nyene yavuze, ati: "Bagore, mugamburukire abagabo banyu, nk' uko bibereye abari mu Mwami wacu."

Kandi Petero na we yaravyigishije ati: "Namwe bagore Ni uko, mugamburukire abagabo banyu, kugira ngo, naho bamwe batumvira Ijambo ry' Imana, bareshwe n' ingeso nziza z' abagore babo, batagize ijambo bavuze, nibabona ingeso zanyu zitunganye zifatanije n' ugutinya. Ugushaza kwanyu ntikube ukwo ku rukoba kwo gutsiba umushatsi, canke ukwo kwambara izahabu canke ukwo kwambara impuzu nziza; ariko kube ukw' umuntu ahishijwe wo mu mutima, ugushaza kudahera, ni kwo mutima w' ubugwaneza utekereje, ni kwo kw' igiciro kinini imbere y' Imana. Ni ko abagore beranda bizigira Imana bashaza kera, bagamburukira abagabo babo, nk' uko Sara yumvira Aburahamu, akamwita umwami wiwe; namwe muri abana b' uwo, nimwahora mukora neza, mudaterwa ubwoba n' icobaca ivutu."

**U**buntu bw' Umwami wacu Yesu Kristo, n' urukundo rw' Imana n' ubumwe buva kuri Mpwemu Mweranda, bibane namwe mwese imyaka yose. Amen.

## B. IVY’ UKWEZA UMUBANO W’ ABARI BARABIRANYE BADACIYE MW’ ISHENGERO

***Abari barabiranye badakurikije uko Ishengero ribitegeka, bagomba gutunganya ivy’ umubano wabo mw’ Ishengero, baze ku Mupasitori, abahe igihe co gusabira umugisha umubano wabo. Binjiye mu rusengero, bahagarare imbere yiwe, umugore ahagaze i bubamfu bw’ umugabo Umupasitori avuge, ati:***

**B**avukanyi dukoraniye hano imbere y’ Imana n’ imbere y’ iri koraniro, gusabira umugisha aba bantu ........... na ........... bari baramaze kwabirana, babikora badakurikije uko Ishengero ribitegekanya. Iyo umubano w’ababiranye udaciye imbere y’ Ishengero rya Kristo, ntuba urimwo umuhezagiro w’ Imana. Ariko noneho bamaze kwirimbura, bemera gucika ingingo za Kristo mu kwubaha Imana no gukwirikiza amabwirizwa y’ Ishengero ryiwe; kandi bagomba yuko umubano wabo uhindurwa mweranda kubw’ ugusenga. Ico ni co kibazanye uyu musi, ngo batunganye ivy’ umubano wabo imbere yanyu.

***Umupasitori abwire umugabo kuzana ukuboko kwiwe kw’ i buryo, agufatishe ukuryo kw’ umugore, maze uwo mugabo avuge, ati:***

**J**ewe ………. Ndemeye, imbere y’ Imana n’ imbere y’ iri shengero kubana nawe …......... umugore wanje, twabiranye kera. Ngusezeraniye kubana nawe mu mahoro no mu vyago, mu butunzi no mu bworo, urwaye canke ukomeye. Nzokwama ngukunda, nkubungabunga gushika aho umwe azohamagarirwa n’ Imana, nkurikije ibwirizwa ryeranda ry’ Imana. Kandi ndinginga Imana guhezagira umubano wacu.

***Umugore na we afatishe ukuryo kwiwe ukuryo kw' umugabo, avuge, ati:***

**J**ewe ………. nemeye imbere y' Imana n' imbere y' iri shengero kubana nawe ............ umugabo wanje, twabiranye kera. Ngusezeraniye kubana nawe mu mahoro no mu vyago, mu butunzi no mu bworo, urwaye canke ukomeye. Nzokwama ngukunda, nkubungabunga, nkwumvira, gushika aho umwe azohamagarirwa n' Imana, nkurikije ibwirizwa ryeranda ry' Imana. Kandi ndinginga Imana guhezagira umubano wacu.

***Umupasitori yakire impeta azihezagire imbere yuko bazambikana avuga ati:***

Mukama, hezagira izi mpeta kugira ngo uwuyitanze bo n' uwuyambitswe bashobore kubana mu mahoro kandi bagume muri iri sezerano bafashijwe n' ubuntu bwawe, imisi yose bazomara; tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

***Umupasitori yakire impeta, ayihe umugabo, kugira ngo ayambike umugore ku rutoke rw' i bubampfu, rukurikirwa n' agahererezi. Maze ayigumize kuri rwo, avuge ati:***

**N**kwambitse iyi mpeta, nuyakire nk' icabona n' ikimenyetso c' ivyo dusezeranye. Kandi nk' uko impeta itagira itandukaniro ni ko n' umubano wacu utazogira itandukaniro tukiriho.

***Bongere kurekurane. Umupasitori yakire impeta, ayihe umugore kugira ngo ayambike umugabo ku rutoke rw' i bubamfu rukurikirwa n' agahererezi. Maze ayigumirize kuri rwo, avuge ati:***

**N**kwambitse iyi mpeta, nuyakire nk' icabona n' ikimenyetso c' ivyo dusezeranye. Kandi nk' uko impeta itagira itandukaniro ni ko n' umubano wacu utazogira itandukaniro tukiriho.

***Bompi bapfukame, Umupasitori avuge ati:***

**M**ana uhoraho, Muremyi kandi Muzigamyi w’ abantu bose, ni wewe utanga ubuntu bwose bwo mu buryo bw’ impwemu, kandi ni wewe ubuzima budahera bukomokako, turakwinginze, uhezagire aba basavyi bawe, uyu mugabo ………. n’ uyu mugore ………., abo dusabiye umugisha mw’ izina ryawe, kugira ngo nk’ uko Isaka na Rebeka babana batava mw’ isezerano, abe ari ko n’ aba bashitsa indahiro barahiye n’ isezerano basezeranye. Iyi mpeta itanzwe, ikakirwa ni yo kimenyetso c’ ivyo, n’ icabona cavyo. Baze bame babana imisi yose bafitaniye urukundo n’ amahoro vyuzuye, bakurikize amabwirizwa yawe. Tubisenze kubw’ Umwami wacu Yesu Kristo. Amen.

***Umupasitori abafatanishe ibiganza vy’ iburyo, avuge ati:***

**A**bo Imana yafatanije, ntihaze hagire umuntu abatandukanya.

***Umupasitori aheze abasabire umugisha, ati:***

**I**mana Data wa twese, Imana Umwana, Imana Mpwemu Mweranda, ibahe umugisha, ibaragire, ibazigame. Uhoraho abarabane urukundo n’ akagongwe, abuzuze imigisha yose y’ impwemu n’ ubuntu, kugira ngo uburyo muzobana muri ubu buzima buze butume mu gihe kizoza muzohabwa ubuzima budahera. Amen.

**Zaburi ya 67:**

**I**mana itugirire ikigongwe, iduhe umugisha,
Itwakishirize mu nyonga hayo.
Kugira ngo inzira yayo imenyekane mw’ isi,
N’ agakiza kayo mu mahanga yose!
Mana, amoko agushime,
Amoko yose agushime!
Amahanga anezerwe; aririmbishwe n’ akanyamuneza:
Kuko uzocira amoko imanza ziroranye,
Kandi uzorongora amahanga mw’ isi.

Mana, amoko agushime!
Amoko yose agushime.
Isi irimbuka ivyimburo vyayo;
Imana izoduha umugisha.
Kandi abo ku mpera zose z' isi bazoyubaha.

*Icubahiro kibe ica Data wa twese, n' ic' Umwana, n' ica Mpwemu Mweranda. Nk' uko cari ubwa mbere na mbere, n' ubu ni ko kiri, ni ko kizohora kiba ibihe vyose. Amen.*

***Uwo mugabo n' umugore bapfukame imbere y' Ameza y' Umwami wacu.***

| | |
|---|---|
| ***Umupasitori:*** | Bwirukiro, tugirire ikigongwe. |
| ***Abantu:*** | *Kristo, tugirire ikigongwe.* |
| ***Umupasitori:*** | Bwirukiro ragira aba basavyi bawe; |
| ***Abantu:*** | *Bakwizigiye* |
| ***Umupasitori:*** | Bwirukiro, bahe gutabarwa kuva aheranda hawe. |
| ***Abantu:*** | *Wame ubazigama imisi yose.* |
| ***Umupasitori:*** | Babere igihome gikomeye |
| ***Abantu:*** | *Kibakingira umwansi wabo* |
| ***Umupasitori:*** | Bwirukiro, niwumve ivyo tugusavye. |
| ***Abantu:*** | *Ugutabaza kwacu kugushikeko.* |

**M**ana ya Aburahamu, Mana ya Isaka, Mana ya Yakobo, uhe aba basavyi bawe ………. na ………. umugisha, ubibe mu mitima yabo imbuto z' ubuzima budahera, kugira ngo ivyo bazokwiga mw' Ijambo ryawe ryeranda babishikishe ingeso zabo. Bwirukiro, ubarabane imbabazi uri mw' ijuru, ubahe umugisha. Kandi nk' uko wahaye umugisha Aburahamu na Sara, bigatuma baba mu mahoro, abe ari ko uhezagira aba basavyi bawe, kugira ngo bitondere ivyo ugomba, bame bazigamwa neza n' ukuboko kwawe, bahore bagukunda imisi yose y' ukubaho kwabo. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**T**urakwinginze, Mana ishobora vyose, uhezagire aba basavyi bawe, kugira ngo baze berekane mu rugo rwabo ko ari Abakristo nyakuri, no mu ngeso zabo zose, kandi ngo basharize Ishengero rya Kristo, ngo bemeze abana babo n' abo babana mu rugo, n' abandi bose, kugenda nk' uko bibereye Abakristo nyakuri, hanyuma ngo baze bashike mu bwami bwawe, bwo mw' ijuru. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**U**buntu bw' Umwami wacu Yesu Kristo, n' urukundo rw' Imana, n' ubumwe buva kuri Mpwemu Mweranda, bibane natwe twese imyaka yose. Amen.

# XI. AMASENGESHO YO GUSHIMA IMANA KW' INGO N' IMIRYANGO

## A. GUSHIMA IMANA KW' ABIBARUTSE

***Abavyeyi bapfukamye, Uwusengesha avuge, ati:***

"**I**mana ishobora vyose ko yemeye kubw' imbabazi zayo kubarokora, ikabacisha mu bihe bikomeye vyo kuvyara, none mukaba mukomeye; namwe mukwiye kuyikengurukira rwose, muvuga amajambo ari muri Zaburi."

***Uwusengesha ahitemwo imwe muri izi Zaburi zompi, bayivugire hamwe bapfukamye.***

**Zaburi 116:**

**N**kunda Uhoraho, kuko yumvise
Ijwi ryanje n' ukwinginga kwanje.
Kuko yanteze ugutwi,
Ni co gituma nzokwama ndamwambaza nkiriho.
Ingoyi z' urupfu zaranyizingiyeko,
Uburibwe bw' ikuzimu bwaramfashe:
Mbona ivyago n' umubabaro.
Maze nambaza izina ry' Uhoraho,
Nti Uhoraho, ndakwinginze, rokora ubuzima bwanje.
Uhoraho ni umunyabuntu, kandi ni umugororotsi:
Eka Imana yacu ni inyembabazi.
Uhoraho azigama abatungu:
Nacishijwe bugufi arankiza.
Mutima wanje, subira mu buruhukiro bwawe;
Kuko Uhoraho yakugiriye neza.
Kuko Uhoraho, wakijije ubuzima bwanje urupfu,
Amaso yanje ukayakiza amosozi,
N' ibirenge vyanje ukabikiza gutsitara.
Nzogendera mu nyonga z' Uhoraho

Mw' isi y' abakiriho.
Ivyiza Uhoraho yangiriye vyose ndabimwishura iki?
Ndabira igikombe c' agakiza,
Nambaze izina ry' Uhoraho.
Uhoraho nzomushitsako amasezerano yanje,
Mbere nzoyashitsa mu maso y' abantu biwe bose;
Mu nyubakwa zo ku ngoro y' Uhoraho,
Hagati muri wewe, Yerusalemu, Haleluya.

*Icubahiro kibe ica Data wa twese, n' ic' Umwana, n' ica Mpwemu Mweranda: Nk' uko cari ubwa mbere na mbere, n' ubu ni ko kiri, ni ko kizohora kiri ibihe vyose. Amen.*

**Canke Zaburi 127:**

**U**horaho iyo atari we yubaka inzu
Abayubaka baba baruhira ubusa.
Uhoraho iyo atari we azigama igisagara
Umuteramyi abera maso ubusa.
Bibaruhiriza ubusa kuzinduka kare, mugateba cane kuruhuka, mukarya umutsima w' ubutame:
Uwo akunda abimuhera mw' itiro.
Abana ni ingabire Uhoraho agaba,
Imbuto zo mu nda ni zo mpera atanga.
Nk' uko imyampi yo mu ntoke z' umuhizi iri,
Ni ko abana bo mu busore bamera.
Hahirwa uwufise umutana buzuyemwo:
Abameze batyo ntibazoteterwa
Nibagira ico bavuganira n' abansi babo mu marembo.

*Icubahiro kibe ica Data wa twese n' ic' Umwana n' ica Mpwemu Mweranda: Nk' uko cari ubwa mbere na mbere, n' ubu ni ko kiri, ni ko kizohora kiri ibihe vyose. Amen.*

***Uwusengesha avuge ati:***
Uhoraho tugirire ikigongwe.
***Abantu:*** *Kristo tugirire ikigongwe.*

**_Uwusengesha:_** Dusengere hamwe Isengesho ry' Umwami wacu.

***D****ata wa twese uri mw' ijuru izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw' isi nko mw' ijuru. Uduhe ivyo kurya bidukwiye uyu musi. Utubabarire ibicumuro vyacu, nk' uko natwe tubabarira ababitugirira. Ntutureke ngo tuje mu bitwosha nabi, yamara udukize wa Mubi. Kuko ari wewe ugaba vyose, ukaba Nyeninganji n' icubahiro, mu myaka yose. Amen.*

**_Uwusengesha:_** Bwirukiro wame uzigama aba bavyeyi.
**_Abantu:_** *Turi abasavyi bawe bakwizigira.*
**_Uwusengesha:_** Ubabere igihome kirekire gikomeye
**_Abantu:_** *Kidukingire wa Mwansi wacu.*
**_Uwusengesha:_** Uhoraho niwumve ivyo tugusavye;
**_Abantu:_** *Gutabaza kwacu kugushikeko.*

**M**ana ushobora vyose, turagushimiye twiyoroheje ko wemeye kurokora aba bavyeyi mu buribwe no mumibabaro baciyemwo mu kuvyara; nuko turakwinginze, Data wa twese w' ikigongwe cinshi ubafashe kugira ngo muri ubu buzima babeho baguhesha icubahiro, bagendere mu nzira z' ivyo ugomba, hanyuma baze bahabwe ubwiza butazohera, tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**M**ana Data wa twese, Muvyeyi mwiza, tuzi yuko abana ari ingabire zikomoka kuri wewe; turagukengurukiye ko wahaye aba basavyi bawe izi ngabirano nziza. Nuko Bwirukiro turakwinginze, ubahe kubarerera mu ngeso nziza, bakurire muri Kristo muri vyose, ubahe ubuntu bwawe, ubahe kwakira agakiza kawe bakiri bato, bakagumemwo gushika ku musi uzobajanira mu bwami bwawe. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami n' Umukiza wacu. Amen.

**_Umupasitori avuge ati:_**

**T**urakwinginze Data wo mw' ijuru, kugira ngo aba bana b' aba basavyi bawe baze bakurane ubwitonzi n' ubwenge, kandi

bakurire mu rukundo rwawe, bame bagukorera imisi yose kugeza bashitse mu munezero wawe utazorangira. Tubisavye kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

***Abavyeyi iyo baje gushima Imana bakwiye kuzana ishimwe, hariho uwiteguye gushinga intahe abikore; kandi asangwa hariho Isangira Ryeranda bakwiye gusangira, Umupasitori agakoresha:***

- ***Kwihana ivyaha no kwakira imbabazi z' Imana;***
- ***Guhezagira umukate n' umuvinyu;***
- ***Gusangira;***
- ***Gusozera.***

## B. GUSHIMA IMANA MU GIHE CA YUBILE KU BUBATSE

***Umupasitori ahagarare imbere aheze amenyeshe ishengero igituma bakoranye, amenyeshe ko uwo muryango ubakoranije umaze imyaka 25 canke 50 canke irenga bubatse, hanyuma bamaze kuririmba indirimbo, abantu bagihagaze, abandanye, avuga ati:***

***Umupasitori:*** Uhoraho abane namwe.

***Abantu:*** *Yongere abane n' umutima wawe.*

***Umupasitori:*** **B**avukanyi, dukoraniye hano gushimira Imana ku mubano mwiza nk' umugore n' umugabo, Imana yahaye ikongera igashoboza kurangiza izi ncuti zacu, ………. n' umucance wiwe ……….. Dusabe Imana rero kugira ngo ibahezagirane n' abana yabahaye.

***Umupasitori:*** **U**mubano mweranda ni ingabire Imana itanga ku buntu, kugira ngo abubatse babane ubuzima bwabo bwose Imana ikibazigamiye kuri iyi isi. Imana ni yo yashizeho iryo banga, igihe yarema abantu ba mbere, Adamu na Eva. Yesu Kristo na we, awutera iteka igihe yataha ubukwe i Kana i Galilaya, hamwe yakora igitangaza ciwe ca mbere.

Uyu musi rero ni umusi w' agahimbare kubona twifatanije n' uyu muryango wa ………. na ………. muri iki gihe bariko bashima Imana, ingene yabagiriye neza, none bakaba bariko bibukiriza indagano zabo, basezeranye bakiri bato ko bazoguma mu rukundo no mu kwizigirana, ubuzima bwabo bwose, hakaba haheze imyaka ……….

**Abantu bicare**

***Umupasitori:*** Ugutabarwa kwacu kubonerwa mw' izina ry' Uhoraho.
***Abantu:*** *Yaremye ijuru n' isi. (Zab. 124:8)*
***Umupasitori:*** Iyo Uhoraho atari we yubatse inzu,
***Abantu:*** *Abubatsi baba baruhira ubusa. (Zab. 127:1)*
***Umupasitori:*** Abubaha Uhoraho barahiriwe,
***Abantu:*** *Cane cane abagendera mu nzira ziwe. (Zab. 128:1)*

***Ni muri aka kanya hakwiye gushikirizwa intahe z' abo bagize Yubile n' ababashigikiye, hanyuma hasomwe ibisomwa vyarobanuriwe uwo musi, hongere hashikirizwe n' insiguro y' Ijambo ry' Imana. Ivyo bisomwa bishobora kuba Zab. 128:1-6; Zab. 27:4; 1Kor. 13:1-8 n' ibindi bijanye n' uwo musi.***

**Gusubira gusezerana:**

***Umupasitori:*** Bavukanyi ………. na ………., muramaramaje kubandanya isezerano mwiyemeje igihe mwashingiranwa mu mubano mweranda, imbere y' Imana n' Ishengero, igihe mwashinga urwanyu, mugasezerana ko muzoguma mu rukundo no mu kwizigirana?
***Inyishu:*** *Ni vyo twiyemeje.*
***Umupasitori:*** Muri iri sezerano mumazemwo imyaka nk' iyo, Muramaramaje kubandanya rwa rukundo no gushigikirana mu bihe vyose muzoba mukiriho mwese?
***Inyushu:*** *Ni vyo twiyemeje.*
***Umupasitori:*** Muramaramaje ko muri iri sezerano ry' urugo rwanyu, muzobandanya gushingira intahe Imana ubuzima bwanyu bwose, kandi mubihimiririze n' ababa muri rwo mu kubabera

akarorero keza no kumenyekanisha Imana mu Butatu bwayo bweranda?

***Inyishu:*** *Ni vyo twiyemeje.*

**Guhezagira impeta**

***Umupasitori:*** **M**ana, turashigikiye cane amasezerano aba bavukanyi ………… na ………… basezeraniye imbere yawe, bakaba bamaze iyi myaka yose mu buntu bwawe. Nk' uko ikiganza cawe cagumanye na bo kuva igihe basezerana bashinga urwabo, izi mpeta zize zongere zibabere ikimenyetso c' uko igikorwa watanguye muri bo co kuba akarorero mu mubano mweranda uzokibandanya igihe cose bazoba bakiri muri iyi si. Duhezagiye izi mpeta mw' izina rya Data wa twese, n' iry' Umwana, n' irya Mpwemu Mweranda. Amen.

**Kwambikana impeta**

***Bamaze kwambikana impeta hakurikire gushimira Imana mu gushikana. Ivyo birangiye, abagize Yubile bapfukame babahezagire.***

***Umupasitori:*** **M**ana nyene amahoro n' ubuntu, turagusavye ngo weze kandi uhezagire aba basavyi bawe, ucuncuburire kuri bo umugisha n' ubuntu vyawe, kugira ngo babandanye kubaho ari abizigirwa, babandanye kukunezereza mu mubano wabo, gushika ibihe vyose bazoba bakiri kuri iyi si. Tubisenze kubwa Yesu Kristo Umukama wacu. Amen.

***Mu gihe bikenewe hakurikireko Isangira ryeranda.***

**Guhezagira Ishengero**

| | |
|---|---|
| ***Umupasitori:*** | Uhoraho abahe umugisha, abazigame. |
| ***Abantu:*** | *Amen.* |
| ***Umupasitori:*** | Uhoraho abamurikishirize mu nyonga ziwe, abagirire neza. |
| ***Abantu:*** | *Amen.* |
| ***Umupasitori:*** | Uhoraho abarabe neza, abahe amahoro. |
| ***Abantu:*** | *Amen.* |
| ***Umupasitori:*** | **U**mugisha w' **I**mana ishobora vyose, Data wa twese n' Umwana na Mpwemu Mweranda, ube muri mwebwe, ugumane namwe, imisi yose. Amen. |

## A. UMUSI W' IVYIMBURWA

### Intangamarara:

***Umupasitori avuge ati:***

**D**ukoraniye hamwe twese kuri uyu musi gushimira Imana ivyimburwa. Mu gihe c' Isezerano rya Kera, uwo Musi wari umusi wo gushikanira Imana ku vyimburwa abantu baba bashwabuye mu mirima yabo. Abantu barazana ivyeze vyizavyiza mu ngoro y' Imana kugira ngo bayishimire ko bejeje kandi bayisabe n' iyindi migisha mu mwaka uzokurikira.

None rero bakristo, ngo duhuze umutima n' ukwizera, dushimire Imana ko yaduhaye ubuzima, ikaduha ibidutunga kugeza kuri uyu musi. Ingo tuyinginge iduhe ikiganza ciza mu bikorwa vyacu vyose: mu vyo dukora ubu no mu vyo twimirije kuzokora."

### Gusenga:

| | |
|---|---|
| ***Umupasitori:*** | Uhoraho Imana, azigama abantu n' amatungo ahorane namwe; |
| ***Abantu:*** | *Yongere ahorane nawe.* |
| ***Umupasitori:*** | Erega Uhoraho, urukundo rwawe ntirugira ikiguzi kandi ntirugira urugero. |
| ***Abantu:*** | *Abashizwe hejuru n' abaciye bugufi, twese duhungira mu mababa yawe.* |
| ***Umupasitori:*** | Ibidutunze vyose biva mu bubiko bw' inzu yawe. |
| ***Abantu:*** | *Aho uri ni ho hari isoko y' ubuzima.* |

***Abantu bose bapfukame Umupasitori asenge***

**M**ana ushobora vyose, Data wa twese uri mw' ijuru, turagushimiye yuko wongeye gushitsa isezerano ryawe, wavuze, uti: "Isi ikiriho, ibiba n' iyimbura ntibizoshira;" turagushimiye ko utwereje imirima yacu, ukaduha ivyo kudutunga. Nuko turakwinginze, uduhe kwama twibuka yuko umuntu adatungwa n' indya gusa, kandi

wame uduha wa mutsima w' ubuzima wamanutse uva mw' ijuru, ni we Yesu Kristo, Umwami wacu, ahora ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, imyaka yose. Amen.

***Umupasitori* asenge isengesho ryagenewe uwo Musi**

**M**ana, wewe muri bino bihe wigisha imitima y' abantu bawe b' intahemuka mu kuyisukamwo Mpwemu Mweranda; turagusavye, kubw' uwo Mpwemu nyene, ngo uduhe kwama tumenya guhitamwo neza mu bintu vyose, kandi uduhe kwama tunezererwa n' uko tumuzi ko ari we afise uguhumuriza kweranda. Tubisenze kubw' ibikorwa vyiza Umukiza wacu Yesu Kristo yadukoreye, we ahora ari kumwe nawe, ahangamanye nawe, mu bumwe bw' uwo Mpwemu nyene, muri Imana imwe, imyaka yose. Amen.

**Abantu bose bahagarare.**

| | |
|---|---|
| ***Umupasitori:*** | Inganji n' icubahiro bibe ivyawe Mana ushobora vyose. |
| ***Abantu:*** | *Wewe waremye ijuru n' isi n' ibiyuzuyemwo vyose.* |
| ***Umupasitori:*** | Wewe waturemye umugabo n' umugore, mbere twese uturema mw' ishusho yawe. |
| ***Abantu:*** | *Ukadushira mu gihugu kimeze nko muri Edeni* |
| ***Umupasitori:*** | Ukatugira abazezwarugo nka Adamu na Eva. |
| ***Abantu:*** | *Ukatugira abanyabigega b' ivyimburwa vyawe.* |
| ***Umupasitori:*** | Ni ivy' ukuri, uwushwabura muci ni umunyabwenge |
| ***Abantu:*** | *Ariko uwigonera mw' iyimbura ni umwana w' agatetereza.* |

**Ibisomwa:** Zab. 126:5-6; 1 Kor. 4:7; Gus. 8:18; Zab. 85:12.

**Igisomwa co mw' Isezerano rya Kera**

**Igisomwa co mw' Isezerano Rishasha**

**Insiguro y' Ijambo ry' Imana**

**Guhezagira ivyimburwa**

***Umupasitori:*** **W**ubahishe Uhoraho ibintu vyawe, bo n' umushuzo w' ivyeze vyawe vyose. Ni ho ibigega vyawe bizokwuzura vyongerekane, kandi n' amato yawe azosesekara imitobe. *(Imig. 3:9-10)*

***Abantu:*** ***U**horaho yashirishijeho isi ubwenge; ugutahura ni kwo yagumishije ijuru. Ukumenya ni ukwiwe, ni kwo kwatumye amasoko y' i kuzimu atoboka, n' ibipfungu bigatonyanga ikime. (Imig. 3:19-20)*

**Indirimbo *(abantu bariko bazana ivyimburwa vyabo n' amashikanwa yandi babishira iruhande y' Ameza Meranda).***

***Umupasitori:***

**M**u gihe twibuka umusi uhambaye wo kuza kwa Mpwemu Mweranda mw' Ishengero ry' Imana, twibuke kandi n' aho Imana yadukuye, n' aho itugejeje kuri uyu musi. Twibuke ivyo Imana yaduhaye bidutunze, twibuke n' ibikorwa dukora bidutunze n' aho tubigejeje; kandi tuyisabe ivyo dukeneye, ivyo ibona ko vyotugirira ikimazi. Ingo rero tuyishikirize n' ibi vyose twazanye kugira ngo ibihezagire, iduhezagire na twebwe, tuyisabe kugira ngo imbabazi zayo zisage ku Barundi no ku baba muri kino gihugu cacu bose: Cane cane abashonje n' abagowe.

**Gusenga mu mwidegemvyo:**

***Abantu batandukanye basengere ikirere, indimiro zacu, ivyo dutunze, ubutunzi bw' igihugu n' ibindi.***

***Umupasitori:*** **N**one mwebwe, ko muzi guha abana banyu ingabire nziza muri babi, mbega So wo mw'

ijuru ntazorushiriza rwose guha Mpwemu Mweranda abamumusavye? *(Luka. 11:13).*

**K**andi kuko muri abana bayo, Imana yatumye Mpwemu w' Umwana wayo mu mitima yacu, agatakamba ati: "Abba, Data". *(Gal. 4:6)*

***Abantu:*** *Mukama w' imbabazi, niwumve ugusenga kwacu.*

***Umupasitori ahezagire iryo shikanwa n' abantu:***

**T**uragusavye ngo uhoze ijisho ku bikorwa vyacu, uduhe ibihe vyiza, imirima n' ibitungwa vyacu bimererwe neza, abantu bose baronke ivyo bafungura n' ivyo basigaza.

***Abantu:*** *Mukama w' imbabazi, niwumve ugusenga kwacu.*

**Gusenga no kurangiza**

# XII. AMASENGESHO Y' ABARWAYE

## A. GUSUHUZA ABARWAYE

***Umupasitori ashitse aho umurwayi ari avuge ati:***

**A**mahoro abe muri ino nzu no ku bayibamwo bose.

***Uwusengesha:*** Mwami, tugirire ikigongwe
***Abantu:*** *Kristo, tugirire ikigongwe*
***Uwusengesha:*** Mwami, tugirire ikigongwe

***D****ata wa twese uri mw' ijuru izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw' isi nko mw' ijuru.Uduhe ivyokurya bidukwiye uyu musi. Utubabarire ibicumuro vyacu, nk' uko natwe tubabarira ababitugirira. Ntutureke ngo tuje mu bitwosha nabi, yamara udukize wa Mubi. Kuko ari wewe ugaba vyose, ukaba Nyeninganji n' icubahiro, mu myaka yose. Amen.*

***Umupasitori:*** Bwirukiro tabara uwu musavyi wawe,
***Abantu:*** *Akwizigiye*
***Umupasitori:*** Bwirukiro, umuhe ugutabarwa kuva mu bweranda bwawe.
***Abantu:*** *Wame umuzigamisha imisi yose ububasha bwawe;*
***Umupasitori:*** Umubere igihome gikomeye;
***Abantu:*** *Co kumukingira umwansi wiwe.*
***Umupasitori:*** Bwirukiro, niwumve ivyo tugusavye;
***Abantu:*** *Ugutabaza kwacu kugushikeko.*

**M**wami Imana, rabana imbabazi uyu musavyi, umuremeshe kandi umuhumurize. Muhe kukwizigira; umurinde ivyago vyose kandi umugumize mu mahoro yawe imisi yose. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

***Hanyuma avuge kino citabirizo c' izaburi, abone gusoma imwe mu mazaburi yo kwihana.***

**U**horaho we, ntuduhore ibicumuro vyacu canke ivya ba sogokuru bacu.

***Bashobora gusoma imwe muri izi Zaburi zikurikira (3, 43, 77, 138 na 103), hanyuma Umupasitori akoreshe amasengesho yiwe, canke aya akurikira:***

**Zaburi ya 3**

**Isengesho:**

**M**ana, Mukiza w' ububasha bwose kandi munyakigongwe, nutwumvire kubwo ukugira neza kwawe ukize uyu murwayi ababazwa n' indwara. Numusuhuzanye urukundo rwawe n' imbabazi zawe, kandi umusubizemwo amagara, kugira aze abone uburyo bwo kugukengurukira ahimbaza izina ryawe. Tubisavye kubwa Yesu Kristo, Umukiza wacu. Amen.

**Zaburi ya 43**

**Isengesho:**

**T**urakwinginze se Uhoraho we, ngo weze iyi ndwara y' uwu musavyi wawe ari hano, kugira ngo kwiyumva ko ari magara make bimutume akomeza ukwizera kwiwe, kandi bitume aca agira ukwihana guhamye; kandi umugirire ubuntu bwo gushobora kuzobana nawe mu buzima bw' ibihe vyose; tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umukiza wacu. Amen.

**Zaburi ya 77:**

**Isengesho:**

**T**urakwingize se Mwami Uhoraho ngo wumve ibisabisho vyacu turiko tugushikiriza muri uno mwanya, ivyo turiko tukwambariza uwu musavyi wawe ari hano; numufashishe uguhumuriza kwawe; tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umukiza wacu. Amen.

**Zaburi 138:**

**Isengesho:**

**M**ana, wewe nkomezi z' abanyantege nke, wewe humure ry' abarwaye, niwemere ibisabisho vyacu, kubw' ikigongwe cawe, kandi ufashishe uyu musavyi wawe ububasha bwawe, kugira ngo akire iyi ndwara yiwe, kandi umubabaro wacu uwuhinduremwo umunezero; tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umukiza wacu. Amen.

**Zaburi 103:**

**Isengesho:**

**T**urakwingize se Uhoraho we ngo wakire amashimwe avuye ku mutima w' uyu musavyi wawe yicishije bugufi; kandi umuhe n' umutima uhamye wemera ukugira neza kwawe; tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umukiza wacu. Amen.

***Umupasitori abonye ikibereye arashobora gusubiriza izaburi iyo ari yo yose muri izo ziri aha haruguru akayisubiriza n' imwe muri izi: Iya 20, 27, 42, 91, 121, 146.***

**Hanyuma asenge ati:**

**M**ukiza w' isi yose, Mwami wacu, wewe waducunguje Umusaraba wawe bo n' amaraso yawe y' igiciro kinini, nudukize kandi udufashe, turabigusavye twicishije bugufi.

***Hamwe bikenewe, Umupasitori yokwereka umurwayi uburyo yokora kugira ngo atere imbere mu vy' umutima. Umupasitori yomubaza ko yemera ukwizera rukristo, ko yemera kwihana ivyaha vyiwe mu vy' ukuri, ko akunda bagenzi biwe; abone kumuhanura ngo yemere guharira n' umutima wiwe wose abamugiriye nabi; namba na we hari abo yagiriye nabi, abasabe bamuharire. Hamwe hari ivyo yononeye abandi abisubize mu buryo uko ashoboye kwose. Hanyuma asabe umurwayi kugira ngo yature ivyaha vyiwe, hamwe yumva ko bimuhagaritse umutima; hanyuma Umupasitori amuhumurize ko Imana ari inyembabazi kandi iharira.***

***Uwusengesha aheze avuge ati:***

**Dusenge**

**M**ana munyakigongwe cinshi, wewe uhanagura ivyaha vy' abihana vy' ukuri, kubw' imbabazi zawe nyinshi, ntube ukivyibuka ukundi, nurabane ikigongwe uyu mugwayi ari hano agomba ko umuharira ivyaha vyiwe vyose. Numugire mushasha, uhingure ivyononywe muri we n' ubugunge bwa wa Mubi, canke vyatewe n' ukugomba kwiwe, n' intege nke ziwe z' umubiri. Data w' ubuntu, numuzigame kandi umugumize mu bumwe bw' Ishengero ryawe; niwitegereze umubabaro wiwe, niwakire amosozi yiwe, kandi umukureko ububabare afise, mu buryo ubona ko vyoba ari vyo bimugirira ikimazi. Kubera ko atahandi ashize ivyizigiro vyiwe atari mu kigongwe cawe, ntumuharureko amakosa yakoze, ariko umukomereshe Mpwemu wawe w' icubahiro. Kandi hamwe ubonye ko ari vyo bibereye ko umukura muri ubu buzima, uze umwakire mu buntu bwawe; tubisenze kubwo Umwana wawe ukunda, Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

***Uwusengesha asenge ati:***

**U**mwami ashobora vyose, we gihome gikomeye ku bantu bamwizigira, uw' ibintu vyose biri hejuru mw' ijuru, no hasi kw' isi, no musi y' isi, bipfukamira bigaca bugufi imbere yiwe, akubere

ubuhungiro imyaka yose, kandi akumenyeshe yuko ata rindi zina musi y' ijuru ryahawe abantu, ryotuma ushobora kugira amagara meza no gukirizwamwo, atari rya zina rimwe ryonyene, Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

***Uwusengesha asenge ati:***

**T**ukuragije ubuntu bw' Imana, n' ikigongwe cayo. Uhoraho akuzigame kandi akurinde. Uhoraho akumurikishirize mu nyonga hiwe, kandi aguhezagire. Uhoraho akurabe ryiza, kandi aguhe amahoro, uhereye ubu n' ibihe vyose. Amen.

## B. ISIGA RY' ABARWAYE

***Mu gihe umurwayi azoba akeneye Isiga ry' abarwaye canke akeneye Kurambikwako ibiganza, Uwusengesha azokoresha amasengesho akurikira:***

***Bashobora gusoma ibi:***

**I**vyasigaye ku marushwa ya Kristo nanje ndabishitsa mu mubiri wanje, kubw' umubiri wiwe, ni wo Shengero. *(Kol. 1:24)*

Amarushwa yacu ahwahutse y' akanya ka none yiyongeranije cane kudushikiriza ubwiza buremereye bw' ibihe bidashira. *(2 Kor. 4:17)*

**M**ucunguzi w' icubahiro cinshi, turakwinginze kugira ngo umare ububabare uyu musavyi wawe ari hano kubw' ububasha bwawe bwamaho, mumare umwiheburo wiwe; mukize n' ivyaha vyiwe, kandi umukureko ubumuga bwose bw' umutima wiwe n' ubw' umubiri wiwe, kugira ngo niyamara gusubira kugira amagara meza, aze ashobore kugushimisha no kugukengurukira; turabigusavye, Mucunguzi wacu, wewe uri kumwe na Data, uhangamanye na we, na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, ibihe vyose, Amen.

**Icete:** Yakobo 5:14-15

**M**uri mwebwe namba hariho uwurwaye, natumeko abashingantahe b' ishengero, baze kumusengera, bamusige amavuta ya elayo mw' izina ry' Umwami wacu. Kandi ugusenga gufatanije n' ukwizera kuzokiza umurwayi, Umwami azomuvyura, kandi asanzwe yarakoze ivyaha azobiharirwa.

**Ubutumwa Bwiza:** Mariko 1:29-34

**B**avuye mw' isinagogi, baca bajana na Yakobo na Yohana mu nzu kwa Simoni na Andereya. Kandi inabukwe wa Simoni yari arwaye, afashwe n' umururumbo, baca bamubarira ivyiwe. Araza, amufata ukuboko, aramuvyura, umururumbo urazima, arabazimana.

Ku kagoroba, ku kirengazuba, bamuzanira abarwaye bose binjiwemwo n’ abadayimoni. Igisagara cose gikoranira kw’ irembo. Akiza benshi bari barwaye indwara zitari zimwe, asenda abadayimoni benshi, ntiyakundira ko abo badayimoni bavuga kuko bari bamuzi.

***Umupasitori aheze arambike ibiganza ku murwayi mu gacerere. Aheze akenguruke avuga ati:***

Urakaninahazwa Mukama wewe witwararika abarwaye ukabakiza.

***Bose*** *Urakaninahazwa Mukama.*

***Umupasitori:*** Tereza inyonga zawe ku muvukanyi wacu ........ agira ngo aronke Isiga ry’ abarwaye mu kwemera nyakwo, kugira ngo abe intwari mu bubabare bwiwe, yongere aremerane mu magara make ariko aramuyamana. Tubigusavye kubwa Yesu Kristo, Umukiza wacu.

***Bose:*** *Amen.*

***Amavuta ya Elayo yo gusiga uwuremvye yoba yahezagiwe imbere y’ uko Umupasitori aja kurongora ibisabisho.***

***Isengesho ryo guhezagira amavuta:***

**M**wami Imana, Uwera kandi Uhoraho, Wewe utanga ubugingo, ukaba soko ry’ agakiza, nk’ uko abigishwa bawe basiga amavuta ku bagwaye bagakira, turakwinginze ngo ukomeze ico gikorwa ciza co gukiza abarwaye mw’ Ishengero ryawe, turakwinginze se Mukama ngo weze ano mavuta kugira ngo abayasigwa bose bakizwe ukubabazwa kw’ imibiri yabo, bareke kwihebura, baronke amahoro muri bo kandi banezezererwe agakiza kawe. Tubisabishije Yesu Kristo Umukiza wacu. Amen.

***Aheze afate amavuta ayasige ku ruhanga no mu biganza avuge ati:***

..........**N**dagusize aya mavuta mw' Izina rya Data wa twese, n' iry' Umwana, n' irya Mpwemu Mweranda; muri uku gusigwa kweranda, Umukama Nyene inganji n' ubuntu ntangere, nagukomereze ingabirano za Mpwemu Mweranda, agutyorore yongere agukomeze; ntabaje ikigongwe c' Umwami wacu Yesu Kristo, kugira ngo niwamara gukizwa ububabare bwawe n' indwara y' umubiri wawe, uheze usubire kugira ubuzima bwiza. Amen.

## C. AMASENGESHO YO KWAMBAZA IMANA (LITANI), HARI ABARI KU MPFIRO

***Uwusengesha:*** Mana Data wa twese,
***Abantu:*** *Girira ikigongwe umutima w' uyu musavyi wawe.*
***Uwusengesha:*** Imana Umwana,
***Abantu:*** *Girira ikigongwe umutima w' uyu musavyi wawe.*
***Uwusengesha:*** Imana Mpwemu Mweranda,
***Abantu:*** *Girira ikigongwe umutima w' uyu musavyi wawe.*
***Uwusengesha:*** Butatu Bweranda, buri Imana imwe,
***Abantu:*** *Girira ikigongwe umutima w' uyu musavyi wawe.*
***Uwusengesha:*** Ikibi icari co cose, icaha icari co cose, icago icari co cose,
***Abantu:*** *Kimukize se Mukiza.*
***Uwusengesha:*** Kubw' Ukuvuka kwawe kweranda; kubw' Umusaraba wawe n' Umubabaro wagize; kubw' Urupfu rwawe rw' igiciro kinini n' Uguhambwa kwawe,
***Abantu:*** *Numukize se Mukiza.*
***Uwusengesha:*** Kubw' Izuka ryawe, n' Iduga mw' ijuru ryawe ry' ubuninahare; no kubwo kuza kwa Mpwemu Mweranda;
***Abantu:*** *Numukize se Mukiza.*
***Uwusengesha:*** Turakwinginze se Mwami Imana, naho turi abanyavyaha, ngo utwumvire; kandi ukize umutima w' uyu musavyi wawe, ububasha bwa wa mubi n' urupfu rw' ibihe vyose;
***Abantu:*** *Turakwinginze se Mukama, nutwumvire.*
***Uwusengesha:*** Numurekurire ivyaha vyiwe vyose kubw' ikigongwe cawe;
***Abantu:*** *Turakwinginze se Mukama, nutwumvire.*

**Uwusengesha:** Numuhe ahantu ho kuruhukira n' umuhezagiro w' ibihe vyose;
**Abantu:** *Turakwinginze se Mukama, nutwumvire.*
**Uwusengesha:** Numuhe umunezero n' uguhimbarwa mu bwami bwawe, ari kumwe n' aberanda mu muco wawe;
**Abantu:** *Turakwinginze se Mukama, nutwumvire.*
**Uwusengesha:** Mwagazi w' intama w' Imana, wewe ukuraho ivyaha vy' abari mw' isi;
**Abantu:** *Mugirire ikigongwe.*
**Uwusengesha:** Mwagazi w' intama w' Imana, wewe ukuraho ivyaha vy' abari mw' isi;
**Abantu:** *Mugirire ikigongwe.*
**Uwusengesha:** Mwagazi w' intama w' Imana, wewe ukuraho ivyaha vy' abari mw' isi;
**Abantu:** *Numuhe amahoro yawe.*
**Uwusengesha:** Mukama, gira ikigongwe
**Abantu:** *Kristo, gira ikigongwe*
**Uwusengesha:** Mukama, gira ikigongwe.

***D**ata wa twese uri mw' ijuru, izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw' isi nko mw' ijuru. Uduhe ivyokurya bidukwiye uyu musi. Utubabarire ibicumuro vyacu, nk' uko natwe tubabarira ababitugirira. Ntutureke ngo tuje mu bitwosha nabi, yamara udukize wa Mubi. Kuko ari wewe ugaba vyose, ukaba Nyeninganji n' icubahiro, mu myaka yose. Amen.*

## Dusenge

**U**horaho, Mana usumba vyose, wewe utagomba ko umunyavyaha apfa; turagusavye ngo ubohore ingoyi zose ziboshe umutima w' uyu musavyi wawe ari hano, kandi umuhe kunesha ikibi cose; kugira ngo abone kubana n' aberanda bawe mu ngoro yawe ibihe vyose; tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu, ariho kandi ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, ibihe vyose. Amen.

**Uguharirwa ivyaha *(kuvugwa n' Umupasitori wenyene)***

**I**mana yacu, ishobora vyose kandi Umunyakigongwe niguharire kandi ikurekurire ibicumuro vyawe, ikugirire ubuntu kandi iguhe guhumurizwa kuva kuri Mpwemu Mweranda. Amen.

***Birashobora gushika iyo umuntu bariko baramusengera agaca yitaba Imana, isengesho rikurikira ni ho honyene rikoreshwa.***

**M**uvukanyi wacu,
Mw' Izina ry' Imana Ishobora vyose yakuremye,
Mw' Izina rya Yesu Kristo yagucunguye,
Mw' Izina rya Mpwemu Mweranda yakwejeje,
Uhereye uyu musi nyene nuruhukire mu maboko y' Imana wari wizeye, kandi wibanire na yo ubutagitandukana.

> *Icubahiro kibe ica Data wa twese, n' ic' Umwana, n' ica Mpwemu Mweranda: Nk' uko cari ubwa mbere na mbere, n' ubu ni ko kiri, ni ko kizohora kiri imyaka yose. Amen.*

## XIII. ISANGIRA RYERANDA KU BARWAYE

***Mu gihe umurwayi adashobora gushika mw' Isengero, akaba yipfuza ko yosangirira muhira iwe, azobimenyeshe Umupasitori amumenyeshe n' abantu bazoba bari kumwe. Hanyuma Umupasitori ategure ibintu vyose bikenewe; aheze aze agende kumusangiza atangurire kuri iri sengesho n' Icete bo n' Ubutumwa Bwiza.***

**M**ana uhoraho kandi ushobora vyose, Muremyi w' abantu bose, wewe ukankamira abo ukunda, kandi ugakangira abo wemera; turakwinginze ngo ugirire ikigongwe n' ubuntu uyu musavyi wawe, kugira ngo ashobore kwihanganira ububabare bw' iyi ndwara, cane cane umuhe gukira, uko wewe ubona bikubereye. Na ho nivyashika ko utandukanya umutima wiwe n' umubiri, turakwinginze ngo aze arenguke imbere yawe ata gasembwa afise; tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

***Hasomwe Icete n' Ubutumwa bikurikira:***

### Icete: Abaheburayo 12:5-6

**M**wana wanje, ntugaye igikangiro c' Uhoraho , kandi ntudendebukirwe niyaguhana. Kuko uwo Uhoraho akunda ari we akangira, kandi aramagura uwo yemera wese ko ari umwana wiwe.

### Ubutumwa Bwiza: Yohana 5:24

**N**i ukuri, ni ukuri ndababwire: Uwumva ijambo ryanje, akizera uwantumye, ni we afise ubugingo budashira, kandi ntazoshirwa mu rukinja, ariko aba avuye mu rupfu, ashitse mu bugingo.

***Canke hasomwe iri Sengesho n' iki Cete n' ubu Butumwa Bwiza:***

**Isengesho:**

**M**wami Imana yacu, ni kubera ukugira neza kwawe gutuma imitima yacu n' imibiri yacu vyama vyabaye bishasha; none rero turagusavye ngo utereze inyonga zawe kuri uyu musavyi wawe ari hano, kugira ngo icateye iyi ndwara gikurweho, kugira ngo asubire agire ubuzima bukwiye; tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Icete: 1 Ab' i Korinto 10:13**

**N**ta cabagerageje kitari ico umuntu yoshobora kwihanganira: ariko Imana ni iyo kwizigirwa ntizobakundira ko mugeragezwa n' ibiruta ivyo mushobora, ariko hamwe n' ikibagerageza izobacira icanzo, kugira ngo mubone ingene mushobora kucihanganira.

**Ubutumwa Bwiza: Yohana 6:47-51**

**N**i ukuri, ni ukuri ndababwire: Uwizera afise ubugingo budahera. Jewe ndi wa mutsima w' ubugingo. Ba sogokuruza banyu barira manu mu bugaragwa, barapfa; uyu ni wo mutsima umanuka uva mw' ijuru, ngo umuntu awuryako ntapfe. Ni jewe mutsima w' ubugingo wamanutse uvuye mw' ijuru; nihagira uwurya kuri uyo mutsima azohoraho imyaka yose. Kandi umutsima nzobaha ni umubiri wanje, utangirwa abari mw' isi ngo bagire ubuzima.

***Umupasitori abandanye n' ibisabisho vyo mw' Isangira Ryeranda ahereye kuri aya majambo ngo:*** Yemwe abihana rwose vy' ukuri…(*Isangira Ryeranda A).*

***Mu gihe bigaragara ko hakwiye gufatwa umwanya mutoya, bazokoresha ibi bikurikira: Ukwatura Ivyaha, n' Isengesho ryo kwozwa Ivyaha, Nimucurure imitima yanyu… bahereze kuri aya majambo: …vyoduhindukira umubiri n' amaraso yiwe;***

***gutyo hakurikireko Isengesho ryo kwicisha bugufi ngo twegere Ugusangira; Data wa twese; Umuhezagiro. Igisabisho co kwatura ivyaha, n' ico kwozwa ivyaha, bashobora gukoresha bino:***

**Kwatura ivyaha:**

**D**ata ushobora vyose, Mwami w' ijuru n' isi, turemeye ko twagucumuyeko, mu vyiyumviro vyacu no mu vyo twavuze, no mu vyo twakoze. Nutugirire ikigongwe Mana, kubw' ukugira neza kwawe, bo no kubw' imbabazi zawe nyinshi, nuduhanagure ibigabitanyo vyacu vyose, utwoze ibicumuro vyacu; kubw' urukundo rwa Yesu Kristo. Amen.

**Isengesho ry' imbabazi:**

**U**mukama Nyenububasha bwose kandi Umunyakigongwe, abaharire ivyaha vyanyu vyose kandi abibarekurire. Abahe ukwihana nyakuri kandi abashoboze n' ugutunganya ingeso zanyu. Abagirire ubuntu; abahe uguhumurizwa kuvuye kuri Mpwemu wiwe Mweranda. Mw' izina rya Data wa twese, n' iry' Umwana, n' irya Mpwemu Mweranda. Amen.

***Ivyo bisabisho bishobora gukoreshwa no ku basaza bo n' abandi bose badashobora gushika mw' isengero, ukuyemwo ibisomwa biri hano.***

# XIV. GUHAMBA ABAPFUYE

## A. GUHAMBA UWUKUZE

***Aya majambo si ayo gukoreshwa mu guhamba umuntu apfuye atabatijwe canke ku waciwe mw' Ishengero canke ku wiyahuye.***

***Uwusengesha asanganire ikiziga akije imbere, baja mu rusengero canke ku mva. Bakiriko baragenda avuga, ati:***

**U**mwami wacu yaravuze, ati: Ni jewe kuzuka n' ubuzima. Unyizera n' iyo yoba yarapfuye, azobaho; kandi uriho wese anyizera, ntaho azokwigera apfa gushika imyaka yose. *(Yoh. 11:25-26)*

**J**ewe ubwanje nzi yuko Umucunguzi wanje ariho, kandi ko kw' iherezo azohagarara kw' isi; kandi uruhu rwanje nirwamara kubora, nzoraba Imana mfise umubiri. Nzoyibonera jewe ubwanje! Amaso yanje azoyitegereza, nta wundi nzoraba. *(Yobu 19:25-27)*

**N**ta co twazanye mw' isi kandi nta co dushobora kuyivanamwo. Uhoraho ni we yagavye, kandi Uhoraho ni we agaburuje: izina ry' Uhoraho nirishemagizwe. *(1 Tim. 6:7; Yob. 1:21)*

***Bashitse basome zaburi imwe muri izi:***

### Zaburi 23:

**U**horaho ni we Mwungere wanje, sinzokena.
Amvyagiza mu canya c' ubwatsi butotahaye:
Andongorera iruhande y' amazi adasuma:
Aremesha umutima wanje.
Anyobora mu nzira zo kugororoka kubw' Izina ryiwe.
Mbere naho noca mu mwonga w' igitutu c' urupfu
Sinzogira ikibi ntinya; kuko uri kumwe nanje;
Inyobozo yawe n' ubuhiri bwawe ni vyo bimpumuriza.

Untegurira ameza mu maso y’ abansi banje;
Wansize amavuta mu mutwe; igikombe canje kirasesekaye.
Ni ukuri ivyiza n’ imbabazi bizonyomako iminsi yose y’ ukubaho kwanje.
Nanje nzoba mu ngoro y’ Uhoraho ibihe vyose.

*Icubahiro kibe ica Data wa twese, n’ ic’ Umwana n’ ica Mpwemu Mweranda nk’ uko cari ubwa mbere na mbere n’ ubu ni ko kiri, ni ko kizohora kiba ibihe vyose. Amen.*

**Zaburi 90:**

**M**wami, wamye uri uburuhukiro bwacu,
Uhereye ibihe vyose.
Imisozi itaravuka,
Utararamukwa isi n’ ibihugu,
Uhereye ibihe bidahera, ugashitsa imyaka yose, ni wewe Mana.
Uhindura abantu umukungugu,
Uvuze, uti: Bana b’ abantu, musubireyo.
Kukw’ imyaka igihumbi munyonga zawe
Imeze nk’ umunsi w’ ejo wahise,
Canke nk’ igishingo kimwe c’ ijoro.
Ubajana nk’ uko isuri itwara, bahwanye n’ itiro;
Mu gitondo bamera nk’ ivyatsi bikura.
Mu gitondo birakura bigashurika;
Ku mugoroba bigatemwa, bikuma.
Kuko tumazwe n’ uburake bwawe,
Uburakari bwawe bwaduhagaritse imitima.
Washize ivyo twagabitanije imbere yawe,
N’ ivyaha vyacu vyo mu mpisho wabishize mu muco uva mu nyonga zawe.
Kuko imisi yacu yose ishize tukiri mu burakari bwawe,
Imyaka yacu tuyirangiza nk’ aho ari akanya ko gusuhuza umutima.
Imisi y’ imyaka yacu ni imyaka mirongo irindwi,
Canke naho, kubw’ intege nyinshi, yoshika kuri mirongo umunani,
Yamara ivyiratwa vyayo ni ubutame n’ umubabaro,
kuko ihera vuba, natwe tukaba tugurutse.

Ni nde azi inkomezi z' uburake bwawe?
Akamenya n' uburakari bwawe, ingene wewe ukwiye kwubahwa?
Utwigishe guharura imisi yacu uburyo butuma dutunga imitima y' ubwenge.
Ewe Uhoraho garuka; uzogeza ryari?
Niwirimbure ku vyo ugirira abasavyi bawe.
Mu gitondo uze uduhaze imbabazi zawe;
Kugira ngo tuze tunezerwe, duhimbarwe imisi yacu yose.
Utunezereze umunezero ungana n' imisi watubabarijemwo,
N' imyaka twabonyemwo ivyago.
Igikorwa cawe niciserure ku basavyi bawe,
Bo n' ubwiza bwawe ku bana babo.
Igikundiro c' Uhoraho, Imana yacu, kibe kuri twebwe:
Kandi udushimangirire ibikorwa vy' intoke zacu;
Mbere, ibikorwa vy' intoke zacu ubishimangire.

> *Icubahiro kibe ica Data wa twese, n' ic' Umwana n' ica Mpwemu Mweranda: Nk' uko cari ubwa mbere na mbere, ubu ni ko kiri, ni ko kizohora kiri ibihe vyose. Amen.*

***Uwusengesha akurikizeko gusoma 1 Kor. 15:20, canke 1 Tes. 4: 13-5:11***

**M**wami w' imbabazi, uhe aba babuze uwabo ukwizigira n' ukwihangana, ubahe n' inkomezi zo guca mu bihe bizoza, ntibaze baterwe n' umuvuro, ariko bibuke ivyiza vyose wabagiriye mu bihe bishize, bizigire ko bazosubira kubonana mu bwami bwo mw' ijuru. Tubisenze mw' izina rya Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

***Bariko baritegura gushira ikiziga mu mva, Uwusengesha avuge ati:***

**U**muntu yavyawe n' umugore amara imisi mike kandi amagorwa yama amudundubiye: ashurika bwa shurwe, maze agacibwa; ahita nk' igitutu, ntiyamaho.*(Yob. 14:1-2)*

**T**ukiriho turi hagati y’ urupfu: twohungira kuri nde ngo adukize, atari wewe, Bwirukiro, ufise inyanduruko y’ ukuri yo kuturakira kubw’ ivyaha vyacu?

**A**riko Bwirukiro Mana nyeranda rwose, Bwirukiro Nyene ububasha bwose, Mukiza mweranda w’ imbabazi nyinshi, ntuturungike mu businzikare bw’ urupfu rw’ imyaka yose.

**B**wirukiro, ni wewe uzi imigambi yo mu mitima yacu; nuko ntiwice amatwi yawe y’ imbabazi, ngo ureke kwumva ivyo dusenga; ariko utugirire ikigongwe; Mwami Mweranda rwose, Mana y’ ububasha bwinshi: Mukiza mweranda w’ imbabazi, ni wewe Mucamanza mwiza udapfa, igihe cacu co gupfa nicashika, ntuze ukunde ko umubabaro w’ urupfu udutandukanya nawe.

***Bahagaze hafi, ngo bashire ivu ku kiziga, Uwusengesha avuge, ati:***

**I**mana ishobora vyose ko igomvye kubw’ imbabazi zayo nyinshi kujana iwayo ubuzima bw’ uyu muvukanyi akundwa, yatashe, ni co gitumye dushira umubiri wiwe mw’ ivu: ivu mw’ ivu, umunyota mu munyota, umukungungu mu mukungugu, twizigiye tudakekeranya na gatoya yuko tuzozuka, tugahabwa ubuzima budahera kubw’ Umwami wacu Yesu Kristo ni we azohindura imibiri y’ ubufafara bwacu, ishushanywe n’ umubiri w’ ubwiza bwiwe, nk’ uko afise ubushobozi bumubashisha kwigandurira vyose.

***Bose bavugire hamwe bati:***

**N**umvise ijwi rivuye mw’ ijuru rimbwira riti Andika, uti Uhereye ubu hahirwa abapfa bapfira mu Mwami. Kandi Mpwemu aravuga, ati Egome, ngo baruhuke ubutame bwabo.

***Uwusengesha:*** Bwirukiro, tugirire ikigongwe;
***Abantu:*** *Kristo, utugirire ikigongwe;*
***Uwusengesha:*** Bwirukiro, utugirire ikigongwe.

***D**ata wa twese uri mw' ijuru, izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw' isi nko mw' ijuru. Uduhe ivyokurya bidukwiye uyu musi. Utubabarire ibicumuro vyacu, nk' uko natwe tubabarira ababitugirira. Ntutureke ngo tuje mu bitwosha nabi, yamara udukize wa Mubi. Kuko ari wewe ugaba vyose, ukaba Nyeninganji n' icubahiro, mu myaka yose. Amen.*

**M**ana ushobora vyose tuzi yuko aho uba ariho impwemu z' abavuye ino ziri, basinziriye mu Mwami wacu, kandi ko impwemu z' abakwizeye iyo zituye umutwaro w' uyu mubiri, zibana nawe zinezerewe.

Nuko turagushimira rwose yuko hariho uburorero bwiza bw' abagukoreye hano mw' isi bakwizeye vy' ukuri, ubu bakaba baramaze kurangiza urugendo rwabo mu nzira y' ukwizera, kandi bakaba bararuhutse ubutame bw' ibikorwa vyabo. Kandi turakwinginze kubw' imbabazi zawe nyinshi, kugira ngo twebwe abakiriho duhinguranwe n' abapfuye bizeye Izina ryawe ryeranda vy' ukuri, dusangire na bo umunezero wuzuye, w' umubiri n' uw' umutima, turi mu bwiza bwawe budashira; tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**M**ana y' imbabazi, Se w' Umwami wacu Yesu Kristo, we kuzuka n' ubuzima; Ijambo ryawe ritwigisha ko uwumwizera wese n' iyo yoba yarapfuye, azobaho, kandi ko uriho wese amwizera, atazokwigera apfa gushika ibihe vyose. Kandi ni we yatwigishije abicishije ku Mutumwa wiwe mweranda Paulo, kutababazwa n' abasinziriye muri we, nk' uko abadafise ivyizigiro bababara. Turakwinginze twiyoroheje, Data wa twese utuzure mu rupfu, ari rwo vyaha, udushitse mu buzima bw' ubutungane. Uduhe ivyo, kugira ngo nitwava muri ubu buzima, tuze turuhukire mu Mwami Yesu, kandi kugira ngo tuze twemerwe nawe, igihe abantu bose bazozukira ku musi w' iherezo, kandi ngo tuze duhabwe wa mugisha Umwana wawe akundwa cane azoha abagukunda bose bakakwubaha, umusi azobabwira, ati: Nimuze bana, abo Data yahezagiye, muragwe ubwami mwateguriwe, uhereye ku kuremwa kw' isi. Uduhe ivyo, Data wa twese w' imbabazi nyinshi,

turakwinginze, kubwa Yesu Kristo Umuhuza wacu kandi Umuvunyi wacu. Amen.

***Umupasitori:*** Imana ishobora vyose, Imana Data, Imana Umwana, Imana Mpwemu Mweranda ibahezagire kandi ibazigame, ibirure uhereye ubu no mu myaka yose. Amen.

Ishengero riririmbe zimwe mu ndirimbo zikurikira: 211, 218, 222, 132, 353, ...

**Umuhezagiro**

Imana ishobora vyose, Imana Data, Imana Umwana, Imana Mpwemu yera, ibirure kandi ibahe amahoro imyaka yose. Amen.

## B. GUHAMBA UMWANA

***Uwurongoye amasengesho agende ategere ikiziga akize imbere binjira mw' isengero canke baja ku mva, ace avuga ati:***

**U**mwami wacu yaravuze ati: "Ni jewe kuzuka n' ubuzima. Uwunyizera n' iyo yoba yarapfuye azobaho." *(Yoh. 11:25)*

**Y**esu abibonye, araraka, arababarira ati: Nimureke abana bato baze aho ndi, ntimubabuze; kuko Ubwami bw' Imana ari ubwo abameze bartyo. *(Mrk. 10:14)*

**A**zoragira umukuku wiwe nk' umwungere, azoterura imyagazi mu maboko yiwe ayitware mu gikiriza. *(Yes. 40:11)*

**Amazaburi:**

***Bamaze gushika mw' isengero basome aya mazaburi akurikira; kandi bahejeje izaburi yose abantu baririmbe Gloria Patri (Icubahiro ca Data wa twese...)***

**Zaburi ya 23:**

**U**horaho ni we Mwungere wanje, sinzokena.
Amvyagiza mu canya c' ubwatsi butotahaye:
Andongorera iruhande y' amazi adasuma:
Aremesha umutima wanje.
Anyobora mu nzira zo kugororoka kubw' Izina ryiwe.
Mbere naho noca mu mwonga w' igitutu c' urupfu
Sinzogira ikibi ntinya; kuko uri kumwe nanje;
Inyobozo yawe n' ubuhiri bwawe ni vyo bimpumuriza.
Untegurira ameza mu maso y' abansi banje;
Wansize amavuta mu mutwe; igikombe canje kirasesekaye.
Ni ukuri ivyiza n' imbabazi bizonyomako imisi yose y' ukubaho kwanje.
Nanje nzoba mu ngoro y' Uhoraho ibihe vyose.

*Icubahiro kibe ica Data wa twese, n' ic' Umwana n' ica Mpwemu Mweranda: Nk' uko cari ubwa mbere na mbere n' ubu ni ko kiri, ni ko kizohora kiba ibihe vyose. Amen.*

**Zaburi ya 121:**

**N**dunamurira amaso yanje ku misozi;
Ugutabarwa kwanje kuzova hehe?
Ugutabarwa kwanje kuva k' Uhoraho
Yaremye ijuru n' isi
Ntazokundira ibirenge vyawe ko bitirimuka,
Ukuzigama ntazohunyiza.
Mbere uzigama Abisirayeli
Ntazohunyiza kandi ntazosinzira.
Uhoraho ni we muzigamyi wawe,
Uhoraho ni we gitutu cawe i buryo bwawe.
Izuba ntirizokwica ku murango,
Canke ukwezi mw' ijoro.
Uhoraho azokurinda ikibi cose;
Ni we azozigama ubuzima bwawe.
Uhoraho azokuzigama mu maja no mu maza,
Uhereye none, ugashitsa imyaka yose.

*Icubahiro kibe ica Data wa twese, n' ic' Umwana n' ica Mpwemu Mweranda nk' uko cari ubwa mbere na mbere n' ubu ni ko kiri, ni ko kizohora kiba ibihe vyose. Amen.*

***Hasomwe iki gisomwa gikurikira:***

**Igisomwa: (Mat.18:1-5, 10)**

**M**uri uwo mwanya abigishwa baza kuri Yesu, baramubaza bati: "Umukuru mu bwami bwo mw' ijuru ni nde? Ahamagara akana agahagarika hagati yabo, arababwira ati: "Ndababwire ukuri: Nimutirimbura ngo mucike nk' abana bato, ntimuzoruha mwinjira mu bwami bwo mw' ijuru. Nuko uwuzokwicisha bugufi nk' aka

kana ni we mukuru mu bwami bwo mw' ijuru. Kandi uwuzokwakira akana kamwe nk' aka mw' izina ryanje azoba anyakiriye.
Mwirinde ntimukengere n' umwe muri aba bana bato: ndababwira yuko mw' ijuru abamarayika babo bama baraba mu nyonga za Data wo mw' ijuru."

**Insiguro y' Ijambo ry' Imana**

***Amajambo yo kuremesha ahejeje kuvugwa barashobora kuririmba indirimbo, hanyuma hakurikireko ibi:***

***Uwurongoye:*** Uhoraho abane namwe
***Abantu:*** *Yongere abane n' umutima wawe*

**Dusenge:**

***Uwurongoye:*** Mukama tugirire ikigongwe;
***Abantu:*** *Kristo tugirire ikigongwe.*
***Uwurongoye:*** Mukama tugirire ikigongwe;

***D**ata wa twese uri mw' ijuru izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw' isi nko mw' ijuru. Uduhe ivyokurya bidukwiye uyu musi. Utubabarire ibicumuro vyacu, nk' uko natwe tubabarira ababitugirira. Ntutureke ngo tuje mu bitwosha nabi, yamara udukize wa Mubi. Kuko ari wewe ugaba vyose, ukaba Nyeninganji n' icubahiro, mu myaka yose. Amen.*

***Uwurongoye:*** Hahiriwe abafise umutima mwiza
***Abantu:*** *Kuko ari bo bazobona Imana*
***Uwurongoye:*** Izina ry' Uhoraho nirishemagizwe
***Abantu:*** *Uhereye ubu n' ibihe vyose.*
***Uwurongoye:*** Mukama, niwumve ugusenga kwacu;
***Abantu:*** *Kandi ugutabaza kwacu kugushikeko.*

**Dusenge:**

**M**ana munyakigongwe kandi ushobora vyose, wewe wemerera abana ngo binjire mu bwami bwawe; tugirire ubuntu kugira ngo ubuzima bwacu tubugire nk' uko bameze nk' ibitazi koko, bo n' ukwizera kwabo gushitse, kugira ngo kw' iherezo tuze dushobore kwifatanya na bo, duhagarare imbere yawe turi mu munezero ushitse. Tubisavye ku bwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**U**buntu bw' Umwami wacu Yesu Kristo, n' urukundo rw' Imana, n' ubumwe buva kuri Mpwemu Mweranda, bibane natwe twese imyaka yose. Amen.

**Ku mva:**

**Y**esu abwira abigishwa biwe ati: "Na mwebwe ubu muri mu mubabaro; ariko tuzosubira kubonana, kandi imitima yanyu izonezerwa, umunezero wanyu nta n' umwe azowubanyaga." *(Yoh. 16:22)*

***Bariko bashirako ivu, uwurongoye amasengesho avuge ati:***

**K**ubera ivyizigiro dufise ko hariho ukuzukira ubuzima budahera ku bwa Yesu Kristo, dushize umubiri w' uyu mwana mw' ivu. Umukama amuhezagire kandi amuzigame. Umukama amurabe ijisho ryiza, kandi amuhangaze, Umukama amurabe ryiza kandi amuhe amahoro uhereye ubu n' ibihe vyose. Amen.

***Uwusengesha:*** Uhoraho abane namwe
***Abantu:*** *Yongere abane nawe*

**Gusengera abavyeyi:**

**M**ana munyakigongwe kandi mushobora vyose, wewe utanga ukwirurwa kw' uburyo bwose, turakwingize ugirire ikigongwe abariko barira bose, kugira ngo amaganya yabo yose bayakuzaniye, bashobore guhabwa uguhumurizwa kuvuye mu rukundo rwawe.

Ni wewe Soko y' ubuzima, uw' inzira zitagira akehe, uw' ibikorwa bitangaje; turazi ko ata co uremera ubusa, kandi ko ukunda ico waremye cose. Turakwinginze rero ngo wirure aba basavyi bari mu mubabaro w' uyu mwana wabo; ubahe kugukunda no kugukorera bakiri muri ubu buzima, hanyuma baze basangire na we amasezerano yawe, bambikanwe na we ubwiza bwawe bw' agahebuza mu bwami bwawe, tubisenze kubw' Umwana wawe wadutangiye, Umukiza wacu Yesu Kristo. Amen.

**Umuhezagiro:**

**I**mana ishobora vyose, Imana Data, Imana Umwana, Imana Mpwemu Mweranda ibahezagire kandi ibazigame, uhereye ubu bo n' ibihe vyose . Amen.

***Ishengero riririmbe zimwe muri izi ndirimbo: 211, 218, 222, 132, 277, 215, 353, 343, …***

# XV. GUCA KU MAZI NO KUGANDUKA RUKRISTO

## A. Amasengesho

### 1. Indirimbo ya bose canke y' abaririmvyi.

**U**mwami wacu yaravuze ati: "Ni jewe kuzuka, n' ubugingo. Uwunyizera n' iyo yoba yarapfuye azobaho; Kandi uwuriho wese anyizera, ntaho azokwigera apfa gushika ibihe bidashira**.**" *(Yohana 11:25-26)*

### 2. Zaburi 39:4-7:

**U**horaho menyesha iherezo ryanje, n' urugezo rw' imisi yanje uko rureha, menye ukuntu nkenyuka vuba. Erega wahinduye imisi yanje nk' intambwe z' intoke; igihe c' ukubaho kwanje kuri wewe ni nk' ubusa: Ni ukuri umuntu wese naho yivuza, ni impwemu zihumetswe gusa. Ni ukuri umuntu wese agenda nk' icijiji; ni ukuri bahagarikira imitima ubusa: umuntu arundanya ubutunzi atazi uwuzobutwara.
None ga Mwami ico norindira ni igiki?
Muri wewe ni ho nshize ivyizigiro vyanje.

### *3. Ibisomwa: 1 Kor.15:12-26 canke Rom. 8:14-39 canke Yoh. 14:1-6; Yes. 25:7-8,9 canke Yoh.12:1-4 canke Ivyahishuriwe Yohana 7:9-17; 21:1-8*

### 4. Kwemera kw' Intumwa:

***N**emera Imana Data wa twese ashobora vyose Umuremyi w' ijuru n' isi.*

*Nemera na Yesu Kristo Umwana wiwe w' ikinege Umwami wacu, yavyawe n' inkumi Mariya, yasamye inda kubwa Mpwemu Mweranda. Yatanzwe na Pontiyo Pilato, arababazwa, abambwa ku musaraba, arapfa, arahambwa amanuka i kuzimu mu bapfuye,*

*azuka ku musi ugira gatatu, aja mw' ijuru, avyagira i buryo bwa Data wa twese ashobora vyose; ni ho azova aje guca urubanza rw' abazoba bakiriho n' abazoba barapfuye.*

*Nemera Mpwemu Mweranda.*

*Nemera yuko hari Ishengero rimwe ryeranda ry' abakristo bose n' umubano mwiza w' Aberanda no guharirwa ivyaha, no kuzuka kw' umubiri, n' ubuzima budahera. Amen.*

***Uwusengesha:*** Uhoraho abane namwe.
***Abantu:*** *Abane n' umutima wawe.*

**Dusenge**

**5. Data wa twese:**

***D****ata wa twese uri mw' ijuru, izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw' isi nko mw' ijuru. Uduhe ivyo kurya bidukwiriye uyu musi, utubabarire ibicumuro vyacu, nk' uko natwe tubabarira ababitugirira, ntureke ngo tuje mu bitwosha nabi, yamara udukize wa mubi kuko ari wewe ugaba vyose ukaba Nyeninganji n' icubahiro mu myaka yose. Amen.*

***Uwusengesha abandanye gusenga nk' uko arongowe n' Imana canke akoresheje iri sengesho rikurikira:***

**M**wami wacu, twavuye iwawe, tuzosubira iwawe. Turagusavye ngo udukomereze ukwo kwemera n' ukwizigira kwacu, tubonereho kubandanya kugukorera mu rukundo kandi dutekanye. Hezagire ababanyi, incuti n' abagenzi bose baje kuremesha uyu muryango no kubashigikira kugira ngo ubwo bumwe bukomere, butere imbere. Kandi Mukama, dufashe tube umuco wawe mu bagenzi bacu bakwirengagije, twongere tube ivyabona vy' izuka ryawe, twame twiyibutsa mu bikorwa vyacu ko ari wewe soko ry' ubuzima. Tubisenze mw' izina rya Yesu Kristo, Umukiza wacu. Amen.

**6. Insiguro y' Ijambo ry' Imana.**

### 7. Ugusengera Umuryango uganduka bakoresheje iri sengesho rikurikira:

**U**horaho Mana yacu wewe w' imbabazi ntangere, akira igisabisho cacu tugushikirije twibuka umuvukanyi wacu .......... yarengutse imbere yawe; yari yarakwemeye arakwemanga imbere y' Ishengero ryawe igihe yemera akabatizwa, yemera ko hariho ubuzima budahera n' Izuka ry' abapfuye.
None Mukama, aba bantu biwe bagaragaza na bo nyene ko bafise ukwo kwemera; ni vyo barababaye! Ariko kubw' amasezerano yawe meza ahumuriza, turabakuragije ngo ubakomeze, ntibababandanye kudendebukirwa, ubakomereze abo bakiri kumwe, ubaroranirize ivyabo, babone umugisha uturutse mu kukwizera, bagumye mu mbabazi zawe kugira ngo bakomeze kubana nawe, bamurikirwe n' umuco wawe muri ubu buzima bagifise hano kw' isi, babe mu munezero n' ivyizigiro vy' ubuhirwe butazoshira, bame bamenya ko hazogera igihe imiruho n' imibabaro n' amarushwa bigahera, ndetse n' urupfu na rwo rutazoba rukibaho, aho bazoheza bakabana n' abandi beranda bose mu munezero wawe ntangere; ku bwa Yesu Kristo, we muhanyi w' ubuzima buhoraho. Amen.

**M**ana ushobora vyose wewe ubana n' impwemu z' abapfiriye mu Mwami wacu Yesu, kandi imishaha y' abakwubaha imaze kuvana n' iyi mibiri ibana nawe inezerewe. Nuko rero turagushimira rwose n' imitima yacu yose ko hariho uturorero twiza mu bagukorera bakwizeye; bamaze guheza urugendo rwabo mu kwizera, ubu bamaze kuruhuka ubutame bwabo.
Turagusavye natwe Mukama, ngo udufashe dukurikize akarorero kabo, kugira ngo hanyuma tuze duhabwe ubuhirwe bw' imyaka yose. Amen.

**8.** ***Baheze basubire mu bibanza vyabo bafatanya n'ishengero kuririmba Indirimbo, uwusengesha abandanye n'Igisabisho gikurikira:***

**M**ana ushobora vyose, turakwinginze utugirire ubuntu, twebwe tutararangiza urugendo; twizigire kandi twishimikize ukwizera, kugira ngo duhejeje kugukorera hano mw' isi tuze dusangire ubuhirwe n' aberanda bawe mu bwiza bw' imyaka yose. Kubwa Yesu Kristo Umukama wacu. Amen.

**9.** ***Aha Umupasitori ashobora guhezagira ishengero no kurisezera hamwe ata Sangira Ryeranda ryategekanijwe.***

**B. Isangira ryeranda**

***Umupasitori ashobora gutegura Isangira Ryeranda iyo umuryango uganduka uba usanzwe urihabwa. Araheza rero agaca ahera ku Gice kigira kane (IV) co mw' Isangira (B) ku kanomero ka 16 kugeza aheze.***

# XVI. AMAZABURI

## 1. Uko Amazaburi asomwa ku musi ku musi kumara ukwezi

| Umusi | Izo mu gatondo | Izo ku mugoroba |
|---|---|---|
| 1 | 1-5 | 6-8 |
| 2 | 9-11 | 12-14 |
| 3 | 15-17 | 18 |
| 4 | 19-21 | 22-23 |
| 5 | 24-26 | 27-29 |
| 6 | 30-31 | 32-34 |
| 7 | 35-36 | 37 |
| 8 | 38-40 | 41-43 |
| 9 | 44-46 | 47-49 |
| 10 | 50-52 | 53-55 |
| 11 | 56-58 | 59-61 |
| 12 | 62-64 | 65-67 |
| 13 | 68 | 69-70 |
| 14 | 71-72 | 73-74 |
| 15 | 75-77 | 78 |
| 16 | 79-81 | 82-85 |
| 17 | 86-88 | 89 |
| 18 | 90-92 | 93-94 |
| 19 | 95-97 | 98-101 |
| 20 | 102-103 | 104 |
| 21 | 105 | 106 |
| 22 | 107 | 108-109 |
| 23 | 110-113 | 114-115 |
| 24 | 116-118 | 119:1-32 |
| 25 | 119:33-72 | 119:73-104 |
| 26 | 119:105-144 | 119:145-176 |
| 27 | 120-125 | 126-131 |
| 28 | 132-135 | 136-138 |
| 29 | 139-141 | 142-143 |
| 30 | 144-146 | 147-150 |

# XVII. KUROBANURIRWA NO GUSHIKIRIZWA AMABANGA MW' ISHENGERO RY' IMANA

## A. KUROBANURA ABADIYAKONI

***Abagira barobanuririrwe Ubudiyakoni, bambaye imyambaro iberanye n' ayo mabanga, baheze bazanirwe Umwepisikopi yicaye mu ntebe yiwe, iri iruhande y' Ameza Meranda, Umupasitori abashikiriza Umwepisikopi abazanye avuge ati:***

*Umufasha w' Umwepisikopi:*

**N**yakubahwa Muvyeyi wo mu Mana, nkuzaniye aba bantu ngo bahezagiririrwe ibanga ry' Ubudiyakoni.

*Umwepisikopi:*

**T**uraguhanura ngo ntugire uwo utuzanira, utamenye yuko yize neza ivy' Ijambo ry' Imana, akagira n' ingeso nziza, vyo kumushoboza kugabura ivy' Imana uburyo bukwiye, kugira ngo Imana yubahwe, Ishengero ryayo rikomezwe.

*Umufasha:*

**N**abajije abandi ivyabo, kandi na bo ubwabo narababajije, nizigira ko ariko bameze.

***Umwepisikopi abwire abo bazanywe kurobanuririrwa Ubudiyakoni, bahindukire barabe ishengero aheze abwire abantu, ati:***

**B**avukanyi, asangwa hari uwo muri mwebwe azi icaha canke iyindi nyanduruko yobuza umwe muri aba bantu guhabwa Ubudiyakoni, ndamugeze mw' izina ry' Imana, nave hasi, atubarire ico caha canke iyindi nyanduruko, iyo ari yo yose.

***Hamwe hagize uwubonekako icaha canke iyindi nyanduruko iyo ari yo yose yomubuza, Umwepisikopi azoca asivya kumurobanura kugeza vyose bigiye mu buryo bwiza.***

***Hanyuma Umwepisikopi abwire abari aho bose kugira ngo basengere abo ata gifashi, bakoresheje aya masengesho yo kwambaza Imana (Litani) ari ku kanomero k' urupapuro 222. Bakurikizeko amasengesho yo mw' Isangira Ryeranda, hakoreshwe Isengesho ryagenewe uwo musi, n' Ibisomwa bikurikira:***

**Isengesho ry' uwo musi:**

**M**ana ushobora vyose, ni wewe washinze ko haba amabanga mw' Ishengero ryawe, kandi ugera intumwa zawe gutoraniriza Ubudiyakoni Sitefano na bagenzi biwe, ari we wa mbere yatanze amagara yiwe azira Ubutumwa Bwiza, nuko turakwinginze, urabane imbabazi aba basavyi bawe bahamagariwe iryo banga nyene; ubuzuze ubwenge bwo kumenya inyigisho zawe z' ukuri kugira ngo bigishe abantu neza Ijambo ryawe: ubahe gushaza, ariko kugira ingeso nziza, kugira ngo bababere akarorero keza. Kandi mu vyo bavuga no mu vyo bakora, bame bakuyoboka, bakora igikorwa cabo neza, kugira ngo Izina ryawe ryubahwe, n' Ishengero ryawe rikomezwe. Tubisenze kubw' ibikorwa vyiza Umukiza wacu Yesu Kristo yadukoreye, ni we ahoraho, ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, imyaka yose. Amen.

**Ibisomwa:** 1 Timoteyo 3:8-13. canke
Ivyakozwe n' Intumwa 6:2-7

***Umwepisikopi yicare mu ntebe yiwe, abarize abahabwa Ubudiyakoni imbere y' abantu, ati:***

***Umwepisikopi:*** **M**bega wumva usunikwa na Mpwemu Mweranda kuza muri uyu muhamagaro wo

gukorera Imana , kugira ngo ukwize icubahiro cayo, ukomeze abantu bayo?

***Kwishura:*** *Egome, ni co numva*.

***Umwepisikopi:*** Wiyumvira yuko wahamagariwe kugabura ivy' Imana, nk' uko Umwami wacu Yesu Kristo agomba, n' uko Ishengero ryacu ryabishinze?

***Kwishura:*** *Egome, ni ko niyumvira.*

***Umwepisikopi:*** Uzokwama ugira umwete wo kubisomera abantu mu makoraniro yabo, mw' Ishengero aho uzotumwa hose?

***Kwishura:*** *Egome, ni vyo nzokora, nshobojwe n'Imana.*

***Umwepisikopi:*** Igikorwa c' Umudiyakoni, mw' Ishengero aho azotumwa gukora, ni ugufasha Umupasitori mu rusengero igihe abantu bakoranye, cane cane iyo ariko aratanga Isangira Ryeranda kugira ngo amufashe guhereza; kandi akwiye gusomera abantu Ivyanditswe Vyeranda, no kwigisha abanyagice Katekisimu abitegurira kubatizwa no gukomezwa; kandi iyo Umupasitori atariho, ni we akwiye kubatiza, kandi ashobora kwigisha, Umwepisikopi iyo amaze kubimurekurira. Ikindi, ni igikorwa ciwe kuja kubariritsa abarwaye n' abagowe n' abatagira shinge na rugero, ngo amenyeshe Umupasitori amazina yabo, n' aho baba, n' uko bameze, kugira ngo Umupasitori ahanure Ishengero ngo ritange imfashanyo zo kubatabara. None uremeye kuzokora ivyo vyose n' umutima ubikunze?

***Kwishura:*** *Egome, ni vyo nzokora, nshobojwe n' Uhoraho.*

***Umwepisikopi:*** Uzogirira umwete kwitonda mu ngeso nziza zihuye n' inyigisho za Kristo, no kurongora abo mu rugo rwawe muri ubwo buryo nyene?

Uzokwama ugerageza kubera akarorero keza ubusho bwa Kristo, uko ushoboye kwose?

***Kwishura:*** *Egome, ni vyo nzokora, nshobojwe n' Uhoraho.*

***Umwepisikopi:*** Uzokwama wumvira Umwepisikopi wawe umwubaha, n' abandi bakuru b' Ishengero, nk' uko bahawe kukurongora? Uzokwama ukurikiza ivyo baguhanura unezerewe?

***Kwishura:*** *Egome, nzogerageza kubikora, nshobojwe n' Uhoraho.*

***Umwepisikopi aheze arambike ibiganza ku mitwe yabo, umwe umwe, bapfukamye imbere yiwe, ati:***

**U**hawe ubushobozi bwo gukora ibanga ry' Ubudiyakoni mw' Ishengero ry' Imana. Mbivuze mw' Izina rya Data wa twese, n' iry' Umwana, n' irya Mpwemu Mweranda. Amen.

***Umwepisikopi aheze abahe umwe umwe Isezerano Rishasha ati:***

**U**hawe ubushobozi bwo gusoma Ubutumwa Bwiza mu Rusengero rw' Imana no kubwigisha, Umwepisikopi arabikwemereye.

***Umwe muri bo, yatowe n' Umwepisikopi asome Ubutumwa Bwiza, Luka 12:35-38, canke ikindi gisomwa.***

***Umwepisikopi akomeze ivy' Isangira Ryeranda, abarobanuwe baheze barihabwe. Barangije amasengesho yose, hakurikireko aya:***

**M**ana ushobora vyose, Muhanyi w' ivyiza vyose, turagushimiye kubw' imbabazi zawe nyinshi, ko wemeye kwakira aba basavyi bawe, ukabinjiza mw' ibanga ry' Ubudiyakoni mw' Ishengero ryawe. Bwirukiro turakwinginze, ubahe kuba inyankamugayo, bagende bicisha bugufi, babe abizigirwa mu gikorwa cabo, bakuyoboke muri vyose n' umutima ukunze, kugira ngo ijwi ryo mu

mitima yabo ryame ryemeranya na bo, bahagarare bashikamye mu Mwana wawe Yesu Kristo. Ubahe kuyoboka muri iri banga barobanuriwe, kugira ngo baze baboneke ari ababereye kuja mu mabanga yo hejuru mw' Ishengero ryawe. Tubisenze kubw' Umwana wawe Yesu Kristo Umukiza wacu, ubwiza n' icubahiro bibe ivyiwe imyaka yose. Amen.

**M**wami Imana, urukundo rwawe n' ubuntu bwawe biturongore mu vyo dukora vyose, kandi wame udufasha gutezwa imbere mu vyawe; kugira ngo muri wewe ibikorwa vyacu vyose abe ari ho bitangurirwa, bikorerwa kandi biheraherezwa, bitume dushimisha izina ryawe ryeranda, hanyuma tuze duheshwe n' imbabazi zawe ubuzima budahera. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**Umuhezagiro**

**A**mahoro y' Imana, arengeye uko yomenywa n' umuntu wese, ateramire imitima yanyu n' ivyiyumviro vyanyu, kugira ngo mwame mumenya, mukunda Imana n' Umwana wayo Yesu Kristo, Umwami wacu: kandi umuhezagiro w' Imana ishobora vyose, Data wa twese n' Umwana na Mpwemu Mweranda, uhore muri mwebwe kandi ugumane namwe, imisi yose. Amen.

## B. KUROBANURA ABAPASITORI

***Abagira barobanuririrwe Ubupasitori, bambaye imyambaro iberanye n' ayo mabanga, baheze bazanirwe Umwepisikopi yicaye mu ntebe yiwe, iri iruhande y' Ameza Meranda, Umupasitori abashikiriza Umwepisikopi abazanye avuge ati:***

***Umufasha w' Umwepisikopi:***

**N**yakubahwa Muvyeyi wo mu Mana, nkuzaniye aba bantu *(naka wo muri paruwasi ya ……..., na naka wo muri paruwasi ya ……….)* kugira ngo bahezagiririrwe ibanga ry' Ubupasitori.

***Umwepisikopi:***

**T**uraguhanura ngo ntugire uwo utuzanira, utamenye yuko yize neza ivyo Ijambo ry' Imana, akagira n' ingeso nziza, vyo kumushoboza kugabura ivy' Imana uburyo bukwiye, kugira ngo Imana yubahwe, Ishengero ryayo rikomezwe.

***Umufasha:***

**N**abajije abandi ivyabo, kandi na bo ubwabo narababajije nizigira ko ariko bameze.

***Umwepisikopi abwire abo bazanywe kurobanuririrwa Ubupasitori bahindukire barabe ishengero aheze abwire abantu, ati:***

**Y**emwe abari hano mwese, bakundwa cane b' Umukama wacu, aba bantu ni bo tugomba guha ibanga ryeranda ry' Ubupasitori, Imana ivyemeye. Tumaze kubabaza neza, ntitwabonye ibidukekeranisha yuko batahamagariwe ico gikorwa n' ukwo kugabura, nk' uko Ishengero ryabishinze; kandi twemera yuko bakwiye guhabwa iryo banga. Ariko asangwa hari uwo muri mwebwe azi icaha gikomeye canke iyindi nyanduruko yobuza umwe muri aba bantu guhabwa ubupasitori, ndamugeze mw' izina ry' Imana, nave hasi, atubarire ico caha canke iyindi nyanduruko, iyo ari yo yose.

***Hamwe hagize uwubonekako icaha canke iyindi nyanduruko, iyo ari yo yose yomubuza, Umwepisikopi azoca asivya kumurobanura kugeza vyose bigiye mu buryo bwiza.***

***Hanyuma Umwepisikopi abwire abari aho bose kugira ngo basengere abo ata gifashi, bakoresheje amasengesho yo kwinginga Imana (Litani) ari ku rupapuro akanomero 222. Bakurikizeko amasengesho yo mw' Isangira Ryeranda, hakoreshwe Isengesho ryagenewe uwo musi, n' Ibisomwa bikurikira:***

**Isengesho ry' uwo musi:**

**M**ana ushobora vyose Muhanyi w' ivyiza vyose, turagushimira yuko Mpwemu wawe Mweranda yashinze ko haba amabanga mw' Ishengero ryawe; nuko turakwinginze, urabane imbabazi aba basavyi bawe bahamagariwe ibanga ry' Ubupasitori. Ubuzuze ubwenge bwo kumenya inyigisho zawe z' ukuri, kugira ngo bigishe abantu neza Ijambo ryawe: ubahe gushaza, arikwo kugira ingeso nziza, kugira ngo bababere akarorero keza. Kandi mu vyo bavuga no mu vyo bakora, bame bakuyoboka, bakore igikorwa cabo neza, kugira ngo izina ryawe ryubahwe, n' Ishengero ryawe rikomezwe. Tubisenze kubw' ibikorwa vyiza Umukiza wacu Yesu Kristo yadukoreye, ni we ahoraho, ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, imyaka yose. Amen.

**Ibisomwa:** Abanyefeso 4:7-13
Matayo 9:36-38, canke Yohana 10:1-16

***Umwepisikopi yicaye mu ntebe yiwe, abwire abahabwa Ubupasitori aya majambo:***

**B**avukanyi, mwarumvise ivyo twavuganye, hamwe twababaza twiherereye, ko iki gikorwa mwahamagariwe ari igikomeye kandi c' icubahiro. Kandi ivyo nyene ni vyo mumaze gusomerwa mu bihimba vyatowe mu Butumwa Bwiza no mu Vyete vy' Intumwa. N' ubu turongera kubahanura mw' izina ry' Umwami wacu Yesu

Kristo: mwame mwibuka yuko igikorwa canyu ari igihambaye cane. Muhamagariwe ububwiriza bukomeye. Kandi ico gikorwa ni iki: Ni uko muba intumwa n' abateramyi n' ababwiriza b' Umwami wacu; no kwigisha abo mu muryango wiwe, no kubagaburira; no kurondera intama za Kristo zasabagiye, n' abana biwe bangariye muri iyi si mbi, ngo Kristo abakize, baronke ubugingo budashira.

Ni co gituma mukwiye kwama mwibuka ubudasiba yuko abo muragijwe ari ab' igiciro kinini cane; kuko ari intama za Kristo yacunguje urupfu rwiwe, akabavira amaraso. Ishengero mugiye gukorera ni umugeni wiwe kandi ni umubiri wiwe. Kandi iryo Shengero, canke umuntu n' umwe wo muri ryo yogira ico aba, canke akabuzwa guca mu nzira y' Imana kubw' umwete wanyu muke, mumenye yuko mwoba mukoze icaha gikomeye cane, mukazocirwa urubanza rukomeye ruteye ubwoba. Ni co gituma mukwiye kwiyumvira cane ico muherewe ico gikorwa canyu co kugaburira abana b' Imana, ari bo mugeni wa Kristo n' umubiri wiwe; kandi mwame muvyitwararika, ntimutenzekanye mu gukora no mu kugira umwete, kugeza mukoze uko mushoboye kwose gufataniriza hamwe abo muragijwe bose, kugira ngo bashire hamwe mu kwizera no mu kumenya Imana, bakurire muri Kristo, batunganye, hoye kubamwo abayobewe ivy' Imana, canke abari n' ingeso mbi.

None iryo banga muhawe ko ari irihambaye rikaba rigoye cane, mumenye ko mukwiye gukovya cane no kugira umwete wo kugandukira Umwami wacu no kumukengurukira ico gikorwa gihambaye yabahaye, kandi mukwiye no kwiyubara kutamucumurako, no kudacumuza abandi. Ariko kubwanyu ntimushobora kwemeza imitima yanyu kugira umwete ungana utyo, kuko Imana yonyene ari yo itanga umutima uvyemera n' inkomezi zo kubishobora. Ni co gituma mukwiye kugira umwete wo kuyisaba Mpwemu wayo Mweranda. Kandiko mutoshobora igikorwa kingana gityo co gushitsa abantu ku gakiza, inyigisho zanyu zidahagaze mu Vyanditswe Vyeranda, n' ingeso zanyu ngo zihure na vyo, mukwiye kugira umwete mwinshi wo kubisoma no kuvyiga, kandi ingeso zanyu n' iz' abo mu ngo zanyu mugire

umwete wo kuzihuza n'amabwirizwa yo mu Vyanditswe Vyeranda. Nuko, kubw' ivyo, mukwiye guheba umwitwaririko wose w' ivy' iyi si no kwiga ubwenge bwayo, uko mushoboye kwose.

Twizigira ko mwamaze kwiyumvira ivyo vyose, uhereye kera, kandi ko mwagabiye kwitangira ico gikorwa Imana yabahamagariye. Kandi twizigiye ko ari co muzoshishikara conyene, kikaba ari co mwitwaririka, mukipfuza kwiga ivyo kibashoboza vyonyene. Kandi twizigiye yuko muzokwama musaba Imana Data wa twese mw' izina ry' Umukiza wacu Yesu Kristo, ni we Muhuza w' Imana n' abantu, ngo ibahe Mpwemu Mweranda, abafashe, abahe ubushobozi bwiwe buva mw' ijuru: kugira ngo mwame musoma Ivyanditswe Vyeranda uko bukeye, muvyibaza, bitume murushiriza gukura mu gikorwa canyu no kugira inkomezi. Kandi Mpwemu Mweranda abashoboze gutunganya ingeso zanyu hamwe n' abo mu ngo zanyu, zihure n' amabwirizwa ya Kristo n' ukwigisha kwiwe, bitume muba akarorero keza mu vy' Imana ko kwiganwa n' abo mwigisha.

None rero, imigabo yanyu y' uko muzokwama mukora ivyo, ndagomba ko muyigaragariza imbere y' iri koraniro ry' abakundwa na Kristo rikoraniye hano, kugira ngo muze mugobererwe kubikora n' isezerano mugira musezerane.

Nuko, nimwishure mu majambo adafobetse ivyo ngiye kubabaza mw' izina ry' Imana no mu ry' Ishengero ryayo.

| | |
|---|---|
| ***Umwepisikopi:*** | **M**bega wiyumvira yuko wahamagariwe ibanga ry' Ubupasitori no kugabura ivy' Imana, nk' uko Umwami wacu Yesu Kristo agomba, n' uko Ishengero ryacu ryabishinze? |
| ***Kwishura:*** | *Egome, ni ko niyumvira.* |
| ***Umwepisikopi:*** | Mbega uremera rwose yuko Ivyanditswe Vyeranda birimwo Inyigisho zose za nkenerwa zo gushikana abantu ku gakiza k' imyaka yose kubwo kwizera Yesu Kristo, ata bindi birinze kugerekwako? Kandi wumva ugabiye rwose |

ko ari muri ivyo Vyanditswe Vyeranda nyene uzokuramwo ivyo uzokwigisha abantu uragijwe,
kandi wemeye ko utazogira ikintu na kimwe kidashingirwa intahe na Bibiliya uzokwigisha abantu, ukababwira yuko uwutagikoze atazokizwa?

***Kwishura:*** *Egome, ni uko ndavyemeye, kandi ni uko ngabiye kubikora, mbishobojwe n' ubuntu bw' Imana.*

***Umwepisikopi:*** Uzokwama ugira umwete rwose wo kwigisha inyigisho za Kristo no gutanga Amasakaramento yiwe no gutoza abantu amabwirizwa yiwe, nk' uko yabitegetse, kandi nk' uko Ishengero ryemera, kugira ngo wigishe abo uragijwe kugira umwete wo kuvyitondera?

***Kwishura:*** *Egome, ni ko nzobikora, mfashijwe n' Imana.*

***Umwepisikopi:*** Uzokwama ugira umwete wo kurwanya inyigisho zose z' ibinyoma n' iz' inzaduka, zinyurana n' Ijambo ry' Imana? Kandi uzokwama ugabiye guhanura abantu, ari abarwaye canke abakomeye, ari yo wiherereye canke imbere y' abandi, uko uzoba ubonye uburyo?

***Kwishura:*** *Egome, nzobikora mfashijwe n' Imana*

***Umwepisikopi:*** Uzokwama ugira umwete wo gusenga no gusoma Ivyanditswe Vyeranda, no kwiga ibigufasha kubitahura, ureke kwikwegera mu bwenge bw' iyi si no mu vy' uyu mubiri?

***Kwishura:*** *Egome, nzokwama ngerageza kubikora, mfashijwe n' Umwami Imana.*

***Umwepisikopi:*** Uzogirira umwete kwitondera mu ngeso nziza zihuye n' inyigisho za Kristo no kurongora abo mu rugo rwawe muri ubwo buryo nyene?

| | |
|---|---|
| | Uzokwama ugerageza kubera akarorero keza Ishengero rya Kristo uko ushoboye kwose? |
| ***Kwishura:*** | *Egome, nzobikora nshobojwe n' Imana.* |
| ***Umwepisikopi:*** | Uzokwama wumvira Umwepisikopi wawe umwubaha, hamwe n' abandi bakuru b' Ishengero, nk' uko bahawe kukurongora? Uzokwama ukurikiza ivyo baguhanura n' ivyo bagukeburamwo vyose unezerewe? |
| ***Kwishura:*** | *Egome, nzobikora nshobojwe n' Imana.* |

***Umwepisikopi avyaguruke, asenge ati:***

**I**mana ishobora vyose, yabemeje gukora ivyo vyose, ndayisavye ngo ibahe n'ubushobozi bwo kubishitsa, kugira ngo ishitse igikorwa yatanguye muri mwebwe; ndabisenze kubwa Yesu Kristo Umwami wacu. Amen.

***Maze habe agacerere kugira ngo abantu bose basengere mu mitima yabo, ngw' Imana ibishitse, inyuma habe indirimbo. Umwepisikopi aheze avuge, ati:***

Dusenge.

***Umwepisikopi:***

**M**ana ushobora vyose, Data wa twese uri mw' ijuru, urukundo rwawe rutagira akagero no kugira neza kwawe kwinshi ni vyo vyatumye uduha Yesu Kristo Umwana wawe w' ikinege ukunda cane, kugira ngo atubere Umucunguzi wo kutuzanira ubugingo budashira. Kandi arangije guherahereshа urupfu rwiwe ivyo kuducungura, no kuduga mw' ijuru, yatumye intumwa ziwe n' abavugishwa na we, n' abavuzi b' Ubutumwa, n' abigisha, n' abungere, ngo baje mw' isi yose; maze akoraniriza hamwe Ishengero ryinshi cane mu mpande zose zo mw' isi, hamwe n' ino mu Burundi, arikoranishije ubutame bwabo kugira ngo izina ryawe Ryeranda rishimishwe. Ivyo vyiza watugiriye vyose kubw' ubuntu bwawe budashira turabigushimiye, turabiguhimbarije; kandi

turagushimiye yuko wemeye guhamagara n' aba basavyi bawe, kugira ngo basangire n' abandi igikorwa washizeho co gukiza abari mw' isi. Kandi turakwinginze, kubw' uwo Mwana wawe w' icubahiro, uduhe, twebwe abari hano twese, kugukengurukira ivyo vyiza vyose watugiriye, dufatanije n' abambaza izina ryawe aho bari hose, kandi uduhe kurushiriza kukumenya no kukwizera, tubihawe na Mpwemu Mweranda wawe. Kandi turakwinginze, aba wahamagariye kugabura ivyawe, hamwe n' abo bagaburira, ubahe gufatanya gushimisha izina ryawe ryeranda no gutuma ubwami bwawe bw' icubahiro busasagara. Ivyo vyose tubisenze kubw' uwo Mwana wawe Yesu Kristo Umwami wacu, ahoraho, ahangamanye nawe mu bumwe bwa Mpwemu Mweranda, ibihe bitazoshira. Amen.

***Abagira bahabwe Ubupasitori baheze bapfukame imbere y' Umwepisikopi, na we, bo n' Abapasitori bafatanije barambike ibiganza ku mitwe yabo umwe umwe. Umwepisikopi avuga ati:***

**U**hawe Mpwemu Mweranda wo kugushoboza ibanga n' ibikorwa vy' Ubupasitori mw' Ishengero ry' Imana, tubiguhesheje kukurambikako ibiganza vyacu. Abo uzoharira ivyaha bose bazoba babihariwe, abo utazobiharira bose, ntibazoba babihariwe *(Yoh. 20:23)*. Kandi wame uba umugabuzi wo kwizigirwa w' Ijambo ry' Imana n' Amasakaramento yayo vyeranda. Mbivuze mw' izina rya Data wa twese n' iry' Umwana n' irya Mpwemu Mweranda. Amen.

***Umwepisikopi aheze ahe umwe umwe Bibiliya, avuga ati:***

**U**hawe ubushobozi bwo kwigisha Ijambo ry' Imana n' ubwo gutanga Amasakaramento meranda mw' Ishengero uzotumwamwo.

***Ishengero rihagaze ryature Ukwemera kw' i Nike, Umwepisikopi akurikizeko ibindi vyo mw' Isangira Ryeranda.***

***Umwepisikopi arangize asenga ati:***

**D**ata wa twese w' imbabazi nyinshi, uhe aba basavyi bawe umugisha wawe uva mw' ijuru, kugira ngo bambikwe ukugororoka. Ijambo ryawe uzocisha mu kanwa kabo rize rikore ivyo ugomba, hoye kugira ivyo bavugira ubusa.

Natwe, kubw' ubuntu bwawe, uze uduhe kwumvira ivyo batubwiye vyose babikuye mw' Ijambo ryawe Ryeranda, canke ivyo batwigishije bifatanije na ryo, bituzane ku gakiza, kugira ngo mu vyo tuvuga vyose no mu vyo dukora twame twitwaririka ibiguhesha icubahiro, n' ibituma ubwami bwawe busagarara. Tubisenze kubwa Yesu Kristo Umwami wacu. Amen.

**M**wami Imana, urukundo rwawe n' ubuntu bwawe biturongore mu vyo dukora vyose, kandi wame udufasha gutezwa imbere mu vyawe; kugira ngo muri wewe ibikorwa vyawe vyose abe ari ho bitangurirwa, abe ari ho bikorerwa, abe ari ho biheraherezwa, bitume dushimisha izina ryawe ryeranda, hanyuma tuze duheshwe n'imbabazi zawe ubugingo budashira. Tubisenze kubwa Yesu Kristo Umwami wacu. Amen.

**A**mahoro y' Imana, arengeye uko yomenywa n' umuntu wese, ateramire imitima yanyu n' ivyiyumviro vyanyu, kugira ngo mwame mumenya, mukunda Imana n' Umwana wayo Yesu Kristo, Umwami wacu; kandi umuhezagiro w' Imana ishobora vyose, Data wa twese, n' Umwana, na Mpwemu Mweranda, uhore muri mwebwe kandi ugumane namwe, mu myaka yose. Amen.

## C. GUSHIKIRIZWA IBANGA RY' UBUKANONI

***Igihe urubanza rwo kurobanura abakanoni rudafatanije n'urundi rubanza nk' akarorero kurobanura abapasitori hoca haba gusenga bisanzwe hanyuma inyuma y' insiguro hatangure uwo mugirwa.***

**Ibisomwa:** Ivyak. 6:1-7, 1 Ab' i Korinto 12:1-11.

***Abakanoni bahagatiwe n' Abacidikoni bazanwe imbere y' Umwepisikopi.***

***Umwepisikopi avuge, ati:***

Imana ihoraho, Umwami w' ijuru n' isi, nininahazwe.

***Abantu:*** *Kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.*

***Umwepisikopi:*** Bavukanyi, Shengero rya Yesu Kristo, kubw' ineza y' Imana n' imigabo yayo idahinduka, twebwe, Umwepisikopi wa Diyosezi ya ………. twahurije ingingo hamwe n' inama y' abakuru bamfasha kuyirongora, gutera iteka ry' ubukanoni aba basavyi b' Imana ……….

Dukurikije amabwirizwa y' Ishengero Anglikane mu Burundi, kandi dukurikije Ivyanditswe Vyeranda vyerekanwa na Bibiliya, twemeje ko uyu musi wa ………. ukwezi kwa ………. umwaka w' Umukama wacu wa ………. ko aba bavukanyi babaye Abakanoni b' Ishengero. Ndabivuze mw' izina rya Data wa twese, n' iry' Umwana, n' irya Mpwemu Mweranda. Amen.

***Umwepisikopi yicare mu ntebe yiwe:***

***Abatewe iteka ry' Abakanoni umwe umwe avuge, ati:***

**J**ewe ………. Nkurikije ineza y' Uhoraho Imana, n' iteka ry' Abakanoni ntewe n' Ishengero nkaba ndarishikirijwe n' Umwepisikopi arongoye iyi Diyosezi ya ............. mw' Ishengero rya Anglikane; Ndemeje ko nzokwama nkurikiza amabwirizwa ari mu Vyanditswe Vyeranda, kandi ko nzokwama nanka inyigisho z' ibinyoma n' izadutse zinyurana n' Ijambo ry' Imana. Amen.

***Umushikiriza aheze yambike umwe umwe "Etole" yagenewe Abakanoni hanyuma bapfukame imbere y' ameza y' Isangira Ryeranda.***

***Umwepisikopi:*** Uhoraho atugirire ikigongwe.
***Abantu:*** *Kristo utugirire ikigongwe.*
***Umwepisikopi:*** Mana ushobora vyose, wewe nyanduruko y' ivyiza vyose, watumye Mpwemu wawe Mweranda ngo agabire abantu ingabire zitandukanye, turagusabiye aba basavyi bawe ngo ubuzuze Mpwemu wawe Mweranda, Mpwemu w' ubwenge, Mpwemu wo gutahura no gukurikiza neza amabanga yawe, ngo bibatere kuba akarorero keza k' abipfuza kugenda batunganye, kubw' iteka n' icubahiro vy' Umukiza wacu Yesu Kristo, ahoraho, ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe mu myaka yose. Amen.

***Umwepisikopi Aheze arambike ibiganza ku mutwe w' umwe umwe, avuga ati:***

**U**horaho akurabe neza, aguhozeko inyonga ziwe z' ikigongwe, aguhezagire, mbivuze mw' izina rya Data wa twese, n' iry' Umwana, n' irya Mpwemu Mweranda. Amen.

***Umwepisikopi aheze ahe umwe umwe Bibiliya yera, avuga ati:***

“**N**iwakire Ijambo ry’ Imana rizogushoboza kwama wibuka yuko uwatanguye igikorwa ciza muri wewe azogiheraheza gushika ku musi wa Yesu Kristo.” *(Ab’ i Filipi 1:6)*

**A**mahoro y’ Imana, arengeye uko yomenywa n’ umuntu wese, ateramire imitima yanyu, n’ ivyiyumviro vyanyu, kugira ngo mwame mumenya, mukunda Imana n’ Umwana wayo Yesu Kristo, Umukama wacu. Kandi umuhezagiro w’ Imana Data wa twese n’ Umwana na Mpwemu Mweranda, uhore muri mwebwe kandi ugumane na mwe imyaka yose. Amen.

## D. KUROBANURA ABEPISIKOPI

### i. KUROBANURA UMWEPISIKOPI MUSHASHA

***Umwepisikopi Mukuru asenge rino sengesho:***

**M**ana ushobora vyose, tuzi yuko kera wahaye intumwa zawe nyeranda ingabire nyinshi kandi nziza, uzibahesheje Umwana wawe Yesu Kristo, ukabatuma kuragira intama zawe, turakwinginze kugira ngo Abepisikopi baragira Ishengero ryawe ubahe ubuntu bwawe butuma bashishikara kwigisha Ijambo ryawe no kuganza Ishengero wabashinze kugira ngo rikuyoboke kandi rikwubahe, uhe abantu bawe bose kwumvira amabwirizwa yawe kugira ngo hanyuma bazotahe mu bwami bwawe butazohera. Tubisenze mw' izina rya Yesu Kristo Umwami wacu. Amen.

***Hasomwe Icete: 1 Tim. 3:1-7 canke Ivyak. 20:17-35. Uwundi asome Ubutumwa Bwiza bwa Yoh. 21:15-17. canke Mat. 28:18-20. Hakurikire Ukwemera kw' i Nike no Gusigura.***

**Kwerekana Umwepisikopi Mushasha**

***Abepisikopi babiri, bazane Umwepisikopi mushasha bamushikirize Umwepisikopi Mukuru avyagiye mu ntebe yiwe hafi y' uruhimbi rw' Umukama wacu bamubarire, bati:***

**N**yakubahwa Muvyeyi wo mu Mana, tukuzaniye uyu muntu w' Imana ashimwa kandi yigishijwe neza kugira ngo umurobanure kandi umuhezagirire kuba Umwepisikopi.

***Umwepisikopi Mukuru asabe ko hasomwa icegeranyo c' inama yemeje itorwa ry' uwo Mwepisikopi. Gihejeje gusomwa, uwatorewe kuba Umwepisikopi arahire indahiro zikurikira:***

## INDAHIRO Y' UWUGIYE KUBA UMWEPISIKOPI

**M**w' izina ry' Imana Imwe, Data wa twese, n' Umwana, na Mpwemu Mweranda. Amen.

**J**ewe, ………………………………………………………………., ngiye kurobanurirwa ibanga ry' Ubwepisikopi mw' Ishengero ry' Imana muri "Province" y' Ishengero Anglikane mu Burundi, nsezeranye ibi bikurikira:

1. Kwubaha no kwubahiriza igitabo ca Bibiliya Yera, kuko ari Ijambo ry' Imana kandi ko ririmwo ibikenewe vyose vy' agakiza. Gukurikiza no kwigisha iryo Jambo mu buryo bw' ukuri kandi bukwiriye.
2. Nsezeranye gukurikiza no kwubahiriza ukwemera n'imyifato myiza y' Ishengero rya Kristo, nk' uko twabishikirijwe n' Intumwa, n' abandi batwitangiye imbere. Nemeye kwubaha no gukoresha igitabo c' Amasengesho cemewe n' Ishengero Anglikane mu Burundi.
3. Nsezeranye kwubaha no kwumvira Umwepisikopi Mukuru w' iri Shengero muri "Province" y' Uburundi n' abazomukurikira bose mu bibereye vyose bihuje n' Ijambo ry' Imana. Nemeye kuzokwama nshitsa amateka n'amategeko agenga iyi "Province".

Imana imfashe kubishitsa; kubwa Yesu Kristo. Amen.

Bigiriwe i …………... Ku wa ………………(Italiki, Ukwezi n' Umwaka)

Umwepisikopi Mushasha……………………………………………….

***Ivyabona:*** a) Umwepisikopi Mukuru………………………………

b) Abepisikopi ba Province……………………………

***Umwepisikopi Mukuru ahanure ishengero ngo basenge avuga, ati:***

**B**avukanyi, mu Butumwa Bwiza uko bwanditswe na Luka Mweranda handitswe yuko Umukama wacu Yesu Kristo yakesheje ijoro ryose asenga imbere yo gutora Abigishwa biwe Cumi na babiri no kubatuma. Kandi handitswe yuko Intumwa nyeranda zabanje gusenga imbere yo kurobanura Matiya ngo akwize ca gitigiri ca Cumi na babiri, asubire mu kibanza ca Yuda Isikariyota. Dukurikije rero akarorero k' Umukama wacu Yesu Kristo n' ak' Intumwa ziwe, tutararobanura uyu muntu dushikirijwe ngo tumutume mu gikorwa tuzi neza yuko yagihamagariwemwo na Mpwemu Mweranda, nimuze twicishe bugufi dusenge Imana ishobora vyose.

***Hakurikire amasengesho yo kwambaza Imana (Litani) ari ku rupapuro rwa 222.***

***Amasengesho ya Litani arangiye Umwepisikopi Mukuru abandanye asenga ati:***

**M**ana ushobora vyose, Muhanyi w' ivyiza vyose, washirishije mw' Ishengero ryawe ububasha bwa Mpwemu Mweranda, amabanga atandukanye yo gukorera muri ryo, none turakwinginze urabane imbabazi uyu musavyi wawe ahamagariwe igikorwa co guhereza nk' Umwepisikopi, umwuzuzemwo inyigisho zawe z' ukuri kandi umwambike ukutagira uburyarya n' ukutitwararika isi ya none; muhe guhorana ingeso nziza, amajambo meza n' ibikorwa vyiza, bize bitume yama aguhereza atagira umugayo wose muri iri banga ngo izina ryawe rihabwe icubahiro, Ishengero ryawe ryubahwe kandi riganzwe neza, tubiheshejwe n' Umukiza wacu Yesu Kristo, ahora ari kumwe nawe kandi aganzanya nawe na Mpwemu Mweranda, mu myaka yose. Amen.

***Umwepisikopi Mukuru avyagiye mu ntebe yiwe abarire ugira ahezagirwe, ati:***

**M**uvukanyi, Ivyanditswe Vyeranda hamwe n' Amabwirizwa y' Ishengero bidutegeka ko tudakwiye kwihutira kurambika ibiganza ku muntu uwo ari we wese ngo ahabwe igikorwa co kurongora mw' Ishengero rya Kristo, iryo yaguze igiciro kinini, ni co maraso yiwe yariviriye. Ni co gituma, tutaragushikiriza iryo banga, ngiye kukubaza bimwe kugira ngo aba bantu bose bakoraniye hano bumve ivyo uvuga vy' ingene ugiye kurongora mw' Ishengero ry' Imana, kandi babe ivyabona vy' ivyo uvuze.

**M**bega, urumva uhamagariwe iki gikorwa vy' ukuri co kugabura ivy' Imana nk' uko Umukama wacu Yesu Kristo agomba, kandi ukazokurikiza amabwirizwa y' iri Shengero?

***Inyishu:*** *Egome ni ko numva.*

***Ikibazo:*** Mbega uremera rwose yuko Ivyanditswe Vyeranda birimwo Inyigisho zose za nkenerwa zo gushikana abantu ku gakiza k' imyaka yose kubwo kwizera Yesu Kristo, ata bindi birinze kugerekwako? Kandi wumva ugabiye rwose ko ari muri ivyo Vyanditswe Vyeranda nyene uzokuramwo ivyo uzokwigisha abantu uragijwe, kandi uremeye ko utazogira ikintu na kimwe kidashingirwa intahe na Bibiliya Yera uzokwigisha abantu, ukababwira yuko uwutagikoze atazokizwa?

***Inyishu:*** *Egome ni uko ndavyemera kandi ni ko ngabiye, mbishobojwe n' ubuntu bw' Imana.*

***Ikibazo:*** Uzokwama witwararika kwiga neza Ivyanditswe Vyeranda, usaba Imana iyo usenga ngo ibigutahuze neza, kugira ngo uheze ushobore kwigisha no

guhanura wisunze Inyigisho z' ukuri, ngo ushobore guhangana n' ababivuga ukutariko no kubibemeza?

***Inyishu:*** *Egome nzovyitwararika , nshobojwe n' Imana.*

***Ikibazo:*** Uriteguye kugira umwete wo kudahemuka no kugwanya rwose inyigisho zose zitari iz' ukuri kandi z' ivyaduka zidahuje n' Ijambo ry' Imana? Kandi uriteguye guhanura n' abandi ngo bazanke na bo, mwihereranye umwe umwe n' iyo ari mu bantu benshi?

***Inyishu:*** *Egome, ndavyiteguriye, mfashijwe n' Imana.*

***Ikibazo:*** Uremeye kugumya urukundo, amahoro n' umutekano mu bantu bose, uko ubishoboye mu ruhande rwawe no kubishitsa kuri bose. Uremeye no guhana abatera imigumuko n' abanyangeso mbi muri Diyoseze ugiye kurongora nk' uko ubifitiye ububasha uhabwa n' Ijambo ry' Imana n' amabwirizwa y' iri Shengero?

***Inyishu:*** *Egome, ndavyemeye mfashijwe n' Imana.*

***Ikibazo:*** Uremeye kwikunkumura ukutubaha Imana kwose, n' ukwipfuza ivy' isi, no kwama udahugumba, utunganye, wubaha Imana igihe cose uzomara ukiriho, kugira ngo ubere abandi akarorero keza, wa murwanizi amaramare, abure ikintu na kimwe kibi yokuvugako?

***Ikibazo:*** *Egome, ni vyo nemeye mfatanije n' Imana.*

***Ikibazo:*** Uzoba umwizigirwa mu gikorwa co kurobanura abapasitori no mu gutuma abantu mu bikorwa, no mu kubarambikako ibiganza?

***Inyishu:*** *Egome nzoba we, mfashijwe n' Imana.*

***Umwepisikopi Mukuru avyaguruke avuge, ati:***

**I**mana ishobora vyose, Data wa twese wo mw' ijuru, aguhaye umutima wo kugomba gukora ivyo vyose, aguhe n' inkomezi n' ububasha bwo kubishitsa, kandi nk' uko yatanguye igikorwa ciza muri wewe, agiheraheze, kugira ngo uze uboneke utunganye,

utariko agasembwa ku musi w’ iherezo; kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

***Umwepisikopi mushasha aje kwambara impuzu z’ Ubwepisikopi atari bwambare, hanyuma agarutse, apfukame imbere y’ Umwepisikopi Mukuru. Haririmbwe indirimbo nk’ akarorero:***

Nyinjiramwo Mpwemu Yera,
Undemesh’ umutima,
Nyuzuramwo wewe wera,
Kaza, kaza, nyuzura.

*Nyuzura, nyuzura,*
*Yesu ngwin’ unyuzure,*
*Nyuzuramwo wewe wera,*
*Kaza, kaza, nyuzura.*

Ubugaba bwanje bwose
Ndabugushikirije,
Mpwemu we, Munyabugingo,
Kaza, kaza, nyuzura.

Urashobora ndabizi,
Naho ntaz’ uk’ ugenza,
Ndakugomba, ndakwifuza,
Kaza, kaza, nyuzura.

Non’ unyez’ ump’ umugisha,
Unyuhagire rwose;
Mpwemu mwiza, ndagushimye,
Wemeye kunyuzura.

***Bahejeje kuririmba, Umwepisikopi Mukuru asenge, ati:***

**M**ana ushobora vyose, Data wa twese w' imbabazi nyinshi, kubw' urukundo rwawe rwinshi, watanze Umwana wawe w' ikinege ukunda Yesu Kristo kuba Umucunguzi wacu no kuduha ubuzima budahera, kandi amaze kuducunguza urupfu rwiwe, yaduze mw' ijuru araheza acuncuburira ku bantu ingabire ziwe, bamwe yabahaye kuba Intumwa, abandi kuba Abavugishwa nawe, abandi kuba Abavugabutumwa, abandi kuba Abungere n' Abigisha, kugira ngo Ishengero ryiwe ryubakwe kandi rishike ku gutungana neza. None rero turakwingingiye uyu musavyi wawe, ngo ubuntu bwawe bumukoreremwo, butume azohora yiteguye, gukwiza Ubutumwa Bwiza ari yo nkuru nziza idufasha kwiyuzuza nawe; kandi ububasha umuhaye ntibube ubwo kugira nabi no gutikiza, ariko abukoreshe mu gukiza no gutabara, aremeshe, ntateze induru, kugira ngo abe umubwiriza wo kwizigirwa w' ubwenge, agaburire abo mu rugo rwawe ku ngero yabo igihe kigeze hanyuma aze yakirwe mu munezero utagira iherezo. Tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umukama wacu, ahora ari kumwe nawe kandi ahangamye nawe na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, imyaka yose. Amen.

***Umwepisikopi Mukuru n' abandi Bepisikopi barambike ibiganza kuri uwo bahezagira, apfukamye imbere yabo:***

***Umwepisikopi Mukuru avuge, ati:***

**U**hawe Mpwemu Mweranda, agushoboza ibanga ry' igikorwa c' Ubwepisikopi mw' Ishengero ry' Imana, ivyo tuguhesheje kukurambikako ibiganza vyacu. Mbivuze mw' izina ry' Imana Data wa twese, n' iry' Umwana, n' irya Mpwemu Mweranda. Amen.

**K**andi uze wibuke gufurura ubuntu bw' Imana buri muri wewe, ngo bwake, ubwo uheshejwe n' uku kurambikwako ibiganza vyacu. Kuko Imana itaduhaye umutima w' ubujora, ariko yaduhaye uw' ubushobozi, n' urukundo no kwirinda.

***Umwepisikopi Mukuru amuhe Bibiliya amubwire, ati:***

**W**ame ugira umwete wo gusomera abantu Ijambo ry' Imana, kubahubura no kubigisha. Uze wame witegereza neza ibiri muri iki Gitabo. Ubigirire umwete kugira ngo ivyo wungukamwo, bize bigaragarire abantu bose. Wiyubare, wirinde ubwawe no ku vyo wigisha: wame ubishishikara, kuko niwagira gutyo, uzokwikizanya n' abakwumva.

**U**busho bwa Kristo, ububere umwungere, atari ibingira, uburagire ntuburye. Shigikira abadakomeye, kiza abarwaye, wunge abavunitse, garukana abirukanywe, rondera abazimiye. Mukugira imbabazi ntupfe kwirengagiza icaha, mu guhana ntiwibagire ikigongwe, kugira ngo wa Mwungere Mukuru niyerekanwa, uze wambikwe mu mutwe igitsibo c' ubwiza kitazohera; ugihawe n' uwo Yesu Kristo Umukama wacu. Amen.

***Umwepisikopi Mushasha agipfukamye imbere y' Umwepisikopi Mukuru bamushikirize ibimenyetso vyose vy' Ubwungere, babikurikiranya gutya:***

- Umusaraba;
- Impeta;
- Inkofero ntoya (Cope).

### ii. GUSHIKIRIZA UMWEPISIKOPI DIYOSEZE

***Igihe ibi bitabaye ku musi barobanuye uwo Mwepisikopi hakoreshwe Isangira Ryeranda ibi bize inyuma y' Insiguro y' Ijambo ry' Imana.***

***Umwepisikopi Mushasha asezeranire imbere y' Ishengero kurongora Diyoseze, avuga ati:***

**J**ewe, ……………………......................……………………….………., Umwepisikopi wa Diyoseze ya ……………………... Nsezeranye kuzogira umwete wo gukurikiza amategeko n' amabwirizwa y' Ishengero Anglikane mu Burundi, no kuragira ubusho nshikirijwe mu butungane, mu kuri no mu rukundo. Nzokwama ndababera akarorero keza mu ngeso zanje zose. Umwami Imana aze amfashe kubishitsa.

Nsezeranye kuzokwama nshitsa amategeko n' amabwirizwa ya Sinode uko inama yayo izogenda iyashinga kandi nzokwama mpamagara inama yayo mu bihe biyigenewe, no mu bindi bihe haramutse habonetse inyanduruko yindi yo kuyihamagara.

Nsezeranye kandi ko nzoshikiriza uburongozi bwa Diyoseze ya ……………….., mu gihe bibiri vya bitatu vy' Inama y' Abepisikopi bobona ko bikwiye.

Bigiriwe i …………... Ku wa ……………….(Italiki, Ukwezi n' Umwaka)

Mgr: ………………………………………………….”

***Umwepisikopi Mushasha ashikirizwa Diyoseze amaze kurahira, Umwepisikopi Mukuru amuhereze inkoni y' Ubwungere, apfukamye imbere yiwe, afatishe iyo nkoni ukuboko kw' i bubamfu, hanyuma Umwepisikopi Mukuru asenge avuga ati:***

**M**ana Data wa twese ushobora vyose, Mwungere kandi Muzigamyi w' iri Shengero ryawe, rabana imbabazi uyu musavyi wawe, ………., ushinze kurongora iyi Diyoseze. Turagusavye ngo umuje imbere, umukureko ivyomwanduza vyose, umwambike ukugororoka gutangwa nawe, kugira ngo abe akarorero keza mu burongozi bwiwe, arongore abantu ashinzwe mu kuri, no mu rukundo rwawe, no gutungana, abe umunyamahoro. Tubisenze kubw' Umwungere mwiza ari we Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

**D**ata wa twese w' imbabazi nyinshi, turakwinginze suka umugisha wawe uva mw' ijuru kuri uyu Musavyi wawe, kandi umwuzuze Mpwemu wawe Mweranda kugira ngo mu gihe azigisha Ijambo ryawe aze yame agira umwete wo guhanura abantu no kubihanikiriza no kubigisha inyigisho zibatera kwihangana. Kandi si ivyo gusa, yamara aze yame ari akarorero keza mu vyo avuga, mu ngeso nziza, mu rukundo, mu vyo twizera, mu kwirinda no mu gutungana rwose. Hanyuma niyaheza urugendo rwiwe azokwambikwe igitsibo c' ukugororoka, acambikwe n' Umucamanza agororoka, ahora ari kumwe nawe kandi ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda muri Imana imwe, ibihe bitazohera. Amen.

***Ni muri iki gihe Umwepisikopi Mukuru yoheza akerekana Umwepisikopi Mushasha, avuga ati:***

"**B**avukanyi muri Kristo, ndabashikirije Umwepisikopi ………., Umwungere wa Diyoseze .........., mw' Ishengero ry' Imana."

***Umupasitori mukuru wo muri iyo Diyoseze, afatanije n' Uwuserukira abakristo bo muri iyo Diyoseze, bajane mu ntebe Umwepisikopi Mushasha wa Diyoseze, bavuga bati:***

**T**webwe abakuru bo muri iyi Diyoseze, turakwicaritse muri iyi ntebe, wewe Musenyeri ……., Umwepisikopi wa Diyoseze ..…….

Umwami wacu Yesu Kristo akuzigame amaja n' amaza, uhereye ubu ukageza ibihe vyose. Ukomeze kuba umwizigirwa, uheshe agaciro iki cubahiro n' uburongozi uhawe n' Imana. Amahoro y' Imana Data wa twese, n' Umwana, na Mpwemu Mweranda abane nawe ibihe bidashira. Amen.

***Abapasitori b' iyo Diyoseze bahaguruke, basezeranire imbere y' abakristo n' Umwepisikopi wabo, bavuga bati:***

**N**yakubahwa muvyeyi wo mu Mana, twebwe Abapasitori bo muri Diyoseze ya ………....., muri "Province" y' Ishengero Anglikane mu Burundi, turabakiriye ngo mutubere Umwungere. Turabasezeraniye kuzobumvira nk' uko bikwiriye kandi turiyemeje gufatanya namwe mu gikorwa co gukwiza Ubutumwa bwiza bw' Umwami wacu Yesu Kristo, Imana ibidufashije.

***Abakristo bagize Sinode y' iyo Diyoseze bahaguruke, basezeranire imbere y' Ishengero n' Umwepisikopi wabo, bavuga bati:***

**N**yakubahwa muvyeyi wo mu Mana, twebwe intumwa z' abakristo bo muri Diyoseze ya ………., muri "Province" y' Ishengero Anglikane mu Burundi, turabakiriye ngo mutubere Umwungere. Turabasezeraniye kuzobumvira nk' uko bikwiriye kandi turiyemeje gufatanya namwe mu gikorwa co gukwiza Ubutumwa bwiza bw' Umwami wacu Yesu Kristo, Imana ibidufashije.

***Umwepisikopi Mushasha ashikirize ijambo ry' imigambi mikuru mikuru ya Diyoseze ashikirijwe.***

***Ishengero rimaze kumukeza, Umwepisikopi Mushasha abandanye ivy' Isangira Ryeranda, ahereye ku kwifuriza abari ng' aho Amahoro ya Kristo.***

***Umwepisikopi Mushasha asenge avuga ati:***

**M**wami Imana urukundo rwawe n' ubuntu bwawe biturongore mu vyo dukora vyose kandi wame udufasha gutezwa imbere mu vyawe; kugira ngo muri wewe ibikorwa vyacu vyose abe ari ho bitangurirwa, abe ariho bikorerwa, abe ariho biheraherezwa; bitume dushimisha izina ryawe ryeranda hanyuma tuze duheshwe n' imbabazi zawe ubuzima budahera. Tubisenze kubwa Yesu Kristo Umukama wacu. Amen.

***Umwepisikopi mushasha ahezagire ishengero:***

**A**mahoro y' Imana, arengeye uko yomenywa n' umuntu wese, ateramire imitima yanyu n' ivyiyumviro vyanyu, kugira ngo mwame mumenya, mukunda Imana n' Umwana wayo Yesu Kristo, Umwami wacu; kandi umuhezagiro w' Imana ishobora vyose, Data wa twese n' Umwana na Mpwemu Mweranda, uhore muri mwebwe kandi ugumane namwe mu myaka yose. Amen.

## E. AMASENGESHO YO KWAMBAZA IMANA (LITANI) MU GIHE CO KUROBANURA ABAKOZI B' ISHENGERO

***Uwurongoye:*** Mana Data,

***Abantu:*** *Tugirire ikigongwe.*

***Uwurongoye:*** Mana Mwana wa Data wa twese,

***Abantu:*** *Tugirire ikigongwe.*

***Uwurongoye:*** Mana Mpwemu Mweranda,

***Abantu:*** *Tugirire ikigongwe.*

***Uwurongoye:*** Butatu Bweranda buri Imana imwe,

***Abantu:*** *Tugirire ikigongwe.*

***Uwurongoye:*** **T**urakwinginze Mukama kugira ngo utwumvire; nuzane amahoro kw' isi yose bo no mw' Ishengero ryawe;

***Abantu:*** *Turakwinginze Mukama; nutwumvire.*

***Uwurongoye:*** Turagusavye ngo ushire mu Bepisikopi bose, no mu Bapasitori bose, no mu Badiyakoni bose, urukundo rwawe bo n' ukuri kwawe;

***Abantu:*** *Turakwinginze Mukama; nutwumvire.*

***Uwurongoye:*** Turagusavye ngo uteze imbere igikorwa c' Ishengero ryawe mw' isi yose, kandi urungike abimbuzi mu vyimburwa vyawe;

***Abantu:*** *Turakwinginze Mukama; nutwumvire.*

***Uwurongoye:*** Turagusavye guha umugisha no kuzigama abantu bose, kandi uhe amahanga yose gushira hamwe, ngo abane amahoro, akundane;

***Abantu:*** *Turakwinginze Mukama; nutwumvire.*

***Uwurongoye:*** Turagusavye ngo uduhe umutima ugukunda kandi ukwubaha, kugira ngo tugire umwete wo kwitondera amabwirizwa yawe kandi utwungure ubuntu bwawe; kugira ngo twumve Ijambo ryawe twicishije bugufi, turyemerane

urukundo rutari uruheyiheyi, twame imbuto za Mpwemu Mweranda;

***Abantu:*** *Turakwinginze Mukama; nutwumvire.*

***Uwurongoye:*** Turagusavye ngo ugarukane mu nzira yawe y' ukuri abahavye bose, bajimijwe na Satani; kandi ukomeze abahagaze bashikamye, uremeshe abadakomeye mu mitima yabo, ubafashe, uvyure n' abaguye, kandi amaherezo uze ufyonyorere Satani munsi y' ibirenge vyacu;

***Abantu:*** *Turakwinginze Mukama; nutwumvire.*

***Uwurongoye:*** Turagusavye ngo utabare kandi ufashe abari mu vyago bose, n' abari mu bukene no mu magorwa ayo ari yo yose; kandi tugusavye ngo abo bose ubaremeshe;

***Abantu:*** *Turakwinginze Mukama; nutwumvire.*

***Uwurongoye:*** Turagusavye ngo ushikane ubuntu bwawe ku Bakozi bose bo mw' Ishengero ryawe, kugira ngo bame bitaho rwose kuguhesha icubahiro no gutabara imitima y' abantu;

***Abantu:*** *Turakwinginze Mukama; nutwumvire.*

***Umwepisikopi:*** Turagusavye ngo uhezagire aba basavyi bawe bari hano, aba bahava bemererwa ibango ry' Ubudiyakoni (***canke*** ry' Ubupasitori); turagusavye kugira ngo ubagwizeko ubuntu bwawe, kugira ngo baze bashobore kurangura neza uko bikwiriye igikorwa cabo, co gukomeza Ishengero ryawe, n' ico guhesha icubahiro izina ryawe ryeranda;

***Abantu:*** *Turakwinginze Mukama; nutwumvire.*

***Hamwe hahezagirwa Umwepisikopi bazovuga bati:***

**E**mera guhezagira uyu musavyi wawe watoranije mu kumwambika ubuntu bwawe butuma ashobora kurangura neza igikorwa

wamuhamagariye kugira ngo Ishengero ryawe ryubakwe n' izina ryawe rishemezwe kandi rihabwe icubahiro.

***Abantu:*** *Mwami mwiza turakwinginze utwumvire.*

***Abantu bose:***

***D****ata wa twese uri mw' ijuru, izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw' isi nko mw' ijuru. Uduhe ivyo kurya bidukwiye uyu musi. Utubabarire ibicumuro vyacu, nk' uko natwe tubabarira abatugiriye nabi. Ntutureke ngo tuje mu bitwosha nabi, yamara udukize wa Mubi. Kuko ari wewe ugaba vyose, ukaba Nyeninganji n' icubahiro, mu myaka yose. Amen.*

***Uwurongoye:*** Niwumve ugutakamba kwacu uko tukwambaje;

***Abantu:*** *Nutugirire ikigongwe kandi utwumvire.*

***Uwurongoye:*** Ewe Mukama nuhaguruke, udufashe;

***Abantu:*** *Kandi udutabare, kubw' urukundo rw' izina ryawe.*

***Uwurongoye:*** Abakwambaza bose ubambike ukugororoka;

***Abantu:*** *Kandi abo ukunda baririmbishwe n' umunezero.*

***Uwurongoye:*** Mukama, niwumve ugusenga kwacu;

***Abantu:*** *Kandi ugutakamba kwacu kugushikire.*

***Umwepisikopi:***

**E**we Mana, wewe weza kandi ugakingira Ishengero ryawe, turakwingize kubw' igikorwa ca Mpwemu Mweranda ngo uduhagurukirize muri ryo abakozi beza kandi b' abizigirwa bo kurangura amabanga ya Kristo; kugira ngo kubw' ayo mabanga yabo n' akarorero keza bazotanga, abantu bawe bashobore kuguma mu buntu bwawe kandi bame barongorwa mu nzira y' ukuri; tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umukama wacu, yama ari kumwe nawe kandi ahangamanye nawe, mu bumwe bwa Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, mu myaka yose. Amen.

## XVIII. KWINJIRA ISENGERO

***Aya masengesho ashobora gukorana n' ayo mw' Isangira Ryeranda canke ayo mu Gitondo canke ayo ku Mugoroba, canke yonyene.***

***Bose bashike mw' isengero bafate ivyicaro kiretse abagirana urugendo n' Umwepisikopi. Bamaze gukikuza isengero rimwe, bashitse ku rugi, Umwepisikopi wa Diyoseze akomangishe umwango inkoni yiwe y' Ubwungere incuro zitatu, bamwugururire, hanyuma binjire batumbereye Ameza Meranda bagenda barasubiramwo Zaburi ikurikira:***

### Zaburi 24 canke indirimbo

**I**si ni iy' Uhoraho bo n' ibiyuzuye, bo n' abayibamwo!
Kuko ari we yashize amatanguriro yayo ku biyaga, yayihamangiye mu mazi menshi.
Ni nde azoduga umusozi w' Uhoraho? Ni nde azohagarara ahera hiwe?
Ni uwufise umutima utanduye, atigeze kwerekeza umutima wiwe ku vy' ukubesha, ntarahire ibinyoma.
Uwo ni we azohabwa umugisha n' Uhoraho, n' ukugororoka azoguharurwako n' Imana y' agakiza kiwe.
Abayirondera ni bene uwo muntu, abarondera mu nyonga zawe, Mana ya Yakobo.
Nimwigire birebire mwa birimba, musegenye mwa nzugi z' ibihe vyose ngo haguke, Umwami w' ubwiza ngo ashike.
Uwo mwami w' ubwiza ni nde? Ni Uhoraho afise inkomezi n' ubutore, ni Uhoraho afise ubutore mu ntambara.
Nimwigire birebire mwa birimba, musegenye mwa nzugi z' ibihe vyose ngo haguke, Umwami w' ubwiza ngo ashike.
Uwo mwami w' ubwiza ni nde? Uhoraho Nyene ingabo, ni we Mwami w' ubwiza.

*Icubahiro kibe ica Data wa twese, n' ic' Umwana, n' ica Mpwemu Mweranda. Nk' uko cari ubwa mbere na mbere, n' ubu ni ko kiri, ni ko kizohora kiri ibihe vyose. Amen.*

***Umwepisikopi ashike imbere bo n' Abapasitori bashobora kuhaja bose. Aheze yicare mu ntebe yiwe, baheze bamushikirize impapuro z' ingabirano namba ziriho, canke bamushikirize ingene iyo sengero yubatswe, bamushikirize n' impfunguruzo zayo, hanyuma aheze ahaguruke arabe ishengero avuge ati:***

**B**avukanyi, dukoraniye hano twese guhezagira no gushikiriza iyi Ngoro ngo izobe iyo gusengeramwo no gukoreramwo ibikorwa vyose bitera iteka Imana Rugiravyose. Dukwiye kandi kwama twibuka ko kubw' Umukama wacu Yesu Kristo, Umukiza wacu, twohora tuza guhezagiririrwa muri iyi ngoro ngo tube aberanda b' Imana, ari bo ngoro yayo. Twatoranije kuba abiwe ngo dutandukane n' amabi yose akorerwa kuri iyi si. Umuhezagiro w' Imana udushoboze kuba abantu b' Imana bama bayisenga bayishizeko umutima ku murango no mw' ijoro.

**T**utarashikiriza Imana iyi Ngoro mu munezero, Nimuze tubanze twebwe nyene ubwacu twiyegurire Imana.

***Umwepisikopi apfukame asenge iri sengesho:***

**M**ana uhoraho, wewe w' ibikorwa bihambaye, ubwami bwawe burengeye ugutahura kwacu, wewe uvyagiye mw' ijuru no mw' isi, utokwirwa mu ngoro yubatswe n' amaboko y' abantu; waremereye abasavyi bawe, baba babiri canke batatu, ko aho bazoba bakoraniye mw' izina ryawe, ngo bagushime kandi bagusabe, uzoba uri kumwe na bo. Turagusavye Mukama, ngo ubane natwe dukoraniye hano, tuje kugushikiriza iyi sengero ngo icubahiro cawe kihavyagire: Harangurirwe ibikorwa vyawe, kugira ngo hazohore hasomerwa Ijambo Ryeranda, hatangirwe amashikanwa y' ishimwe y' amasengesho yacu, kandi tuhakorera ibikorwa vyo kugukengurukira, tuhahezagirira abantu bawe mw' izina ryawe,

tuharangurira Amasakaramento Meranda yawe n’ ibindi vyose bijanye no kwubaha Imana. Niwakire rero Mukama ibi bisabisho vyacu, uduhezagire, duhimbarwe mu mubiri no mu mutima, nawe biguheshe icubahiro, kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

| | |
|---|---|
| ***Umwepisikopi:*** | Uhoraho abane namwe; |
| ***Abantu:*** | *Abane n’ umutima wawe;* |
| ***Umwepisikopi:*** | Nimuze dushimire Imana Umukama wacu; |
| ***Abantu:*** | *Birabereye kandi ni vyiza cane.* |

***Bashobora kuririmba Indirimbo ya 309 mu zo Guhimbaza Imana canke iyindi.***

**GUHEZAGIRA IBIBANZA BITANDUKANYE:**

1. **Guhezagira Ameza Meranda**

***Umwepisikopi aramvurire ibiganza ku Meza Meranda, avuga ati:***

**B**irabereye rwose kandi ni vyiza cane, kugushimira hose n’ ibihe vyose, Mukama, Data wa twese Mweranda, Mana ushobora vyose kandi uhoraho; kuko watanze Umwana wawe w’ ikinege, Umukama wacu Yesu Kristo, akiha umubiri n’ akamere kacu, akadupfira ku musaraba kugira ngo turonke agakiza.

**M**uri rya joro bamugura ni ho yashinze isezerano rishasha ari ryo Sangira ry’ umubiri n’ amaraso vyiwe kugira ngo kizobe ikimenyetso c’ icibukiro kizokwama kw’ Ishengero ryawe imyaka yose. Ni co gituma tugusaba kwakira no guhezagira aya Meza Meranda tukweguriye kugira ngo kuri yo haze hame icubahiro c’ Umwana wawe, mu gihe bazomanyagura umutsima, abasavyi bawe baze bagaburirwe ivyo kurya vya Mpwemu ari vyo mubiri n’ amaraso vyiwe.

### 2. Guhezagira Ibatirizo

***Hasomwe Matayo 28:18-20, hanyuma Umwepisikopi ahezagire Ibatirizo, avuga ati:***

**E**mera Mukama uhezagire iri batirizo, kugira ngo uwuzoribatirizwamwo wese yizere ko avutse ubwa kabiri kandi yinjiye mu muryango wawe, yame ashingira intahe ububasha bwo kuzuka kwawe. Amen.

### 3. Guhezagira aho gusomera Ijambo ry' Imana

***Hasomwe 2 Timoteyo 3:16-17, hanyuma Umwepisikopi ahezagire ikibanza co gusomerako Ijambo ry' Imana, avuga ati:***

**M**ukama, hezagire aha hantu hazosomerwa Ijambo ryawe, kugira ngo kubw' ububasha bwa Mpwemu wawe Mweranda, ukuri kwawe kuze kumenyekane, kandi ijwi ryawe rize rihumvikanire, kandi ryumvirwe. Amen.

### 4. Guhezagira aho gusigurira Ijambo ry' Imana

***Hasomwe Ezekiyeli 3:10-11, hanyuma Umwepisikopi ahezagire ikibanza co gusigurirako Ijambo ry' Imana, avuga ati:***

**H**ezagira Mukama iki kibanza n' umuntu wese azorenguka aha hantu asigura Ijambo ryawe Ryeranda; uhezagire n'abazoba bateze amatwi bose kugira ngo Ijambo ryawe rize rigire ububasha n' ikibanza ca mbere mu buzima bwabo. Amen.

### 5. Guhezagira ikibanza co Gusengesherezamwo

***Hasomwe Yohana 4:24, hanyuma Umwepisikopi ahezagire ikibanza co gusengesherezamwo, avuga ati:***

**M**ukama, hezagira iki kibanza co gusengesherezamwo no gusabiramwo imihezagiro yawe. Kandi umuntu wese azoba ari aha hantu mw' izina ryawe asabira Ishengero ryawe azogirirwe

ubuntu nawe kugira ngo abantu bawe baroranirwe muri vyose kandi babane amahoro. Amen.

### 6. Guhezagira ikibanza abantu bazopfukamamwo bashikirizwa Amasakaramento n' Imihezagiro y' Abemera Kristo

***Hasomwe Ivyak. 8:14-17, hanyuma Umwepisikopi ahezagire ingazi ziduga ku Meza Meranda, avuga ati:***

**M**ukama, hezagira iki kibanza kandi uze wame ugabira umuntu wese azopfukama aha hantu, arambikwako ibiganza canke asengerwa kubw' ikintu cose, gukomezwa n'ububasha buva mw' ijuru, azogume ari uwawe imyaka yose, yame yongerwa Mpwemu Mweranda uko bukeye. Amen.

***Umwepisikopi ashishikare gusaba, avuga ati:***

**M**ukama Uhoraho, turagusavye umuhezagiro w' ikintu cose kizinjira muri iyi sengero ari yo Ngoro yawe, ari icamaze kuyishikamwo, kugira ngo gikenure canke gisharize iyi Ngoro canke kiryohere imitima y' abantu bawe. Amen.

**M**ukama, nuze ugerere hagati y' abasavyi bawe kugira ngo uzohore ubumviriza nibakwambaza bicishije bugufi bari muri iyi Ngoro yitiriwe izina ryawe. Urahora unezerererwa ishimwe bagushima, wakire ibisabisho vyabo; ubakureko amaganya, ubakure mu vyaha ubiyegereze, bihane akabi kabo, bame bahindurwa bashasha n' ububasha bw' imbabazi zawe zibaharira uko bukeye. Amen.

**T**uragusaba Mukama, Mana uhoraho, iyi Ngoro uyigire ikimenyetso c' urukundo n' ikigongwe ku bantu bose. Kubwa Yesu Kristo wenyene, ahoraho kandi ahangamanye nawe, muri Imana imwe, musangiye ubuzima n' inganji imyaka yose. Amen.

## KWITA IZINA IYO NGORO

***Umwepisikopi ashikirize Imana Ingoro yayo ayite izina, avuga ati:***

**K**ubw’ iteka twatewe ryo kurongora Ishengero, turabamenyesheje mwese ko iyi Ngoro y’ Imana ihezagiwe kandi ko yeguriwe Imana, ikaba itaziriwe izina: ……..
Ndabivuze mw’ izina ry’ Imana Data, n’ iry’ Umwana, n’ irya Mpwemu Mweranda, Umwami ahoraho, adapfa, ataboneka, Imana nyene ubwenge nyabwo, ihabwa iteka n’ icubahiro, imyaka yose. Amen.

## UMUHEZAGIRO

**A**mahoro y’ Imana, arengeye uko yomenywa n’ umuntu wese, ateramire imitima yanyu n’ ivyiyumviro vyanyu, kugira ngo mwame mumenya, mukunda Imana n’ Umwana wayo Yesu Kristo, Umwami wacu: kandi umuhezagiro w’ Imana ishobora vyose, Data wa twese n’ Umwana, na Mpwemu Mweranda, uhore muri mwebwe kandi ugumane namwe, imisi yose. Amen.

# XIX. GUSHIKIRIZA ABAPASITORI

## MU MAPARUWASI CANKE MU MASENGERO

***Aya masengesho ashobora kujana n' ayo mw' Isangira Ryeranda, canke n' ayo mu Gitondo, canke ayo ku Mugoroba, canke agakora yonyene.***

***Umwepisikopi canke uwundi yagenywe ari kumwe n' uwo bashikiriza bo n' abandi bapasitori bahari, binjire bahagarare imbere mw' isengero bagume bahagaze aho. Umwepisikopi hamwe n' uwo ashikirizwa babe ari bo baja iruhande y' Ameza Meranda aho basanga abashingantahe babiri b' Ishengero, canke babiri bajejwe ibikorwa vy' aho, umwe ahagaze i buryo uwundi i bubamfu bw' Ameza Meranda. Umwe muri abo bashingantahe, abe afise mu ntoke imfunguruzo z' iyo Sengero, Umwepisikopi canke uwundi Mupasitori amuserukiye avuge ati:***

**B**akundwa cane mu Mwami wacu, dukoraniye hano kugira ngo tubashikirize Pasitori .......... ngo abe Umupasitori arongoye iyi Paruwasi (***canke iyi Sengero***) ya ..........

Hano turafise icegeranyo c' inama y' itumwa ryiwe, hamwe n' Icete kimugena nk' uko bitegekanijwe.

***Umwepisikopi canke uwamuserukiye ashikirize imfunguruzo z' Isengero uwo Mupasitori mushasha avuga ati:***

**M**w' izina ry' abakristo b' iyi Paruwasi ya .......... (***canke iyi Sengero***) no ku bw' iyi Paruwasi nyene, ndakwakiriye kandi ndakwemeye wewe Pasitori .......... ngo ube Umupasitori mukuru w' iyi Paruwasi. Kubera ico, ndagushikirije izi mfunguruzo z' iyi Sengero.

***Uwo Mupasitori mushasha na we yishure ati:***

**J**ewe Pasitori .........., ndakiriye izi mfunguruzo z’ Ingoro y’ Imana, umpereje n’ iminwe yawe, ngo zibe icemezo c’ Ugushikirizwa kwanje kw’ iyi Paruwasi, kandi zibe icemezo c’ uko iyi Paruwasi inyemeye. Ndasezeranye ko nzobabera umwungere w’ umwizigirwa, mw’ izina rya Data wa twese, n’ iry’ Umwana, n’ irya Mpwemu Mweranda. Amen.

***Hanyuma Uwumushikiriza ace atangura amasengesho:***

***Uwusengesha:*** Uhoraho abane namwe.
***Abantu:*** *Abane n’ umutima wawe.*

**M**ukama, turagusavye kubw’ ubuntu bwawe n’ ukugira neza kwawe ngo wame utwitangira imbere mu vyo dukora vyose, niwame udushigikira imisi yose; kugira ngo ivyo dukora vyose, bihereye muri wewe, kandi bikabandaniriza muri wewe, bigaheraherezwa muri wewe, dushobore kuninahaza izina ryawe ryeranda, hanyuma tuze tubone gushika mu buzima bwamaho, kubw’ ikigongwe cawe; tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu, we yatwigishije gusenga mw’ izina ryiwe risumba ayandi yose, ati dusenge gutya:

***D**ata wa twese uri mw’ ijuru, izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw’ isi nko mw’ ijuru. Uduhe ivyo kurya bidukwiye uyu musi. Utubabarire ibicumuro vyacu, nk’ uko natwe tubabarira ababitugirira. Ntutureke ngo tuje mu bitwosha nabi, yamara udukize wa Mubi. Kuko ari wewe ugaba vyose, ukaba Nyeninganji n’ icubahiro mu myaka yose. Amen.*

***Umwepisikopi canke uwamuserukiye aheze yakire uwo Mupasitori imbere y’ Ameza Meranda, amushikirize Bibiliya, n’ Igitabo c’ Amasengesho, n’ Ibindi bitabo vy’ Amategeko y’ Ishengero n’ ivy’ Inama Nkuru za Diyoseze aheze avuge ati:***

**N**iwakire ibi bitabo; abe ari vyo uzisunga mu buryo uzigenza mu gushikiriza Ijambo ry’ Imana, mu kurongora amasengesho no

gusenga kw' abakristo, kandi uze wame uvyisunga mu gushira ku murongo Ishengero. Kandi uze wame uba akarorero k' ubusho bw' intama ujejwe kuzigama.

***Hanyuma basome canke baririmbe Zaburi ya 68 canke ya 26:***

***Uwusengesha:*** Nk' uko Ivyagezwe twabishikirijwe na Mose;

***Abantu:*** *Ni ko Ubuntu n' Ukuri vyazanywe na Yesu Kristo;*

***Bose hamwe:*** We Mana iri hejuru y' ibintu vyose, ishemagizwa imyaka yose. Amen.

**Dusenge**

**M**ana Mugiraneza, Muhanyi w' ingabire nziza zitunganye z' uburyo bwose, wewe wama ugendera abantu, wewe washizeho amabango mw' Ishengero ryawe; Nugirire ubuntu uyu musavyi wawe ajejwe kuzigama iri Shengero. Numwuzuze ukuri kw' inyigisho zawe, umuhe Kuba umwizigirwa no kugira ubuzima butagira agasembwa kugira ngo ashobore kurangurana ubwizigirwa imbere yawe ibanga ryiwe ry' Ubupasitori, yame ahesha icubahiro izina ryawe rihambaye ku neza y' Ishengero ryawe ryeranda; tubisenze kubwa Yesu Kristo, Umuhuza wacu akaba n' Umucunguzi wacu. Amen.

**M**wami Yesu, wewe mutwe w' Ishengero rikwiye hose, wasezeranye ko uzogumana n' Abarongozi baryo gushika ku muhero w' isi, ari na bo Basubirizi b' Intumwa. Nuhezagire igikorwa n' ibisabisho vy' uyu ahejeje kugenwa ngo azohore agushikiriza ibimazi vyacu n' amashimwe yacu muri iyi Ngoro yeguriwe izina ryawe. Amajambo yo mu kanwa kiwe, n' ivyiyumviro vyo mu mutima wiwe, bize bishimwe mu nyonga zawe Uhoraho, gitandara cacu kandi Mucunguzi wacu. Amen.

**M**ana Mpwemu Mweranda, wewe weza abakwizigira, turakwinginze ugendere rino Shengero, umurikishirize abari muri ryo n' umuco wawe utangaje. Numeze mu mitima yabo imbuto y' ugukunda ukuri, kandi ubagwizemwo ukwegera Imana mu buryo bubereye. Nubagaburire ivyiza vyose, wewe dusenga kandi

dushemagizanya na Data wa twese, n' Umwana, muri Imana imwe, imyaka yose. Amen.

**I**mana Nyene amahoro, yo yazuye Umwami wacu Yesu Kristo, Umwungere w' intama mukuru imukuye mu bapfuye, kubera amaraso y' isezerano ryamaho, iguhe gutungana rwose mu bikorwa vyiza vyose, kugira ngo urangure ukugomba kwayo, ikorera muri wewe ibihimbara mu nyonga zayo; kubwa Yesu Kristo, Umwami wacu. Amen.

***Hanyuma uwo Mupasitori mushasha apfukame imbere Y' Ameza Meranda asenge avuga ati:***

**M**ukama, Mana yanje, ntivyari bibereye ko mpangara mu nyonga zawe. Ariko ko wanteye iteka ukanyemerera kuba umusavyi wawe, ndakwiyeguriye, niyeguriye n' igikorwa cawe n' inkomezi zanje zose, n' umutima wanje wose. Ubwenge bwanje ubwuzuze amajambo y' Ivyagezwe vyawe; umurikishirize Mpwemu Mweranda ugutahura kwanje, kandi ivyo nipfuza vyose bo n' ivyo ngomba bihurire ku kugomba ivyo wategetse. Uramfasha ntange Amasakaramento yawe ku buryo bubereye, nshikirize Ijambo ryawe ry' ubuzima rizanira agakiza abantu njejwe. Mu gihe nsenga, mu gihe nsesereza amashimwe yawe, mu gihe ndiko nsigura Ijambo ryawe, uriyerekana nk' Imana muri jewe. Mpangaza se Mukama, kubw' urukundo rwa Yesu Kristo, Umwana wawe, kandi Umukiza wacu. Amen.

***Hanyuma uwo Mupasitori Mushasha ahaguruke avuge ati:***
Umukama abane namwe.

***Abantu:*** *Abane n' umutima wawe.*

**Dusenge**

**M**ana ushobora vyose, wewe washinze Ishengero ryawe ku matanguriro yashizweho n' Intumwa n' Abavugishwa nawe, Yesu Kristo akaba rya buye rigumya imfuruka; nugirire ubuntu Abakristo bose bafashijwe na Mpwemu Mweranda, ngo bahuze, babe

umwe, bafatanishijwe n' umugozi w' amahoro, babe isengero nyeranda ibereye mu nyonga zawe. Cane cane usesekarize ubuntu bwawe kuri iri Shengero riri hano, kugira ngo abaririmwo bose bame bipfuza gutera imbere kw' Ishengero ryawe twarazwe n' Intumwa, kugira ngo bame baturisha akanwa ukwemera kumwe twarazwe n' Aberanda uhereye kera. Ubarinde icaha cose c' ubuzimire no kwicamwo ibice, kandi ntiwemere ko umunyabwishime atera imbere ngo abononere, canke umunyakibi ko ashira ukuboko hejuru ngo abagwishe. Ibigenda bihindagurika muri iyi si abe ari wewe ubiroranya mu mahoro kugira ngo Ishengero ryawe rigukorere rinezerewe, rikwubashe, ritekanye, kugira ngo abakwemera bagendere mu nzira z' ukuri n' amahoro, hanyuma bemererwe gushirwa mu Beranda bawe mu buninahazwa bw' imyaka yose; kubw' uwo Yesu Kristo, Umwana wawe aninahazwa, Umuzigamyi w' ubuntu kandi Umwungere w' imitima yacu, ari kumwe nawe kandi ahangamanye nawe na Mpwemu Mweranda, muri Imana imwe, mu myaka yose. Amen.

***Aha rero hace haza Insiguro y' Ijambo ry' Imana; hanyuma namba hariho Isangira Ryeranda, uwo Mupasitori mushasha, ni we aca arongora amasengesho kandi abe ari we agaburira Ishengero.***

# XX. KATEKISIMU

## A. KATEKISIMU YA MBERE

### a. Imana

***Kubaza:*** Uwakuremye ni nde?
***Kwishura:*** *Imana ni yo yandemye. (Yesaya 45:12)*
***Kubaza:*** Imana iri hehe?
***Kwishura:*** *Imana iri hose. (Zaburi 139:7-10)*
***Kubaza:*** Imana izi ki?
***Kwishura:*** *Izi vyose, ifise ubwenge bwose, (Daniyeli 2:20)*
***Kubaza:*** Imana ibona iki?
***Kwishura:*** *Ibona vyose, ibona n' ibiri mu mwiza. (Zab. 139:11-16)*
***Kubaza:*** Imana ishobora iki?
***Kwishura:*** *Ishobora vyose, kuko ifise inkomezi zose, (Matayo 19:26)*
***Kubaza:*** Ikitubuza kubona Imana imbona nkubone ni iki?
***Kwishura:*** *Ntidushobora kubona Imana imbona nkubone, kuko Imana ari Mpwemu. (Yohana 1:18; 4:24)*
***Kubaza:*** Impwemu ni iki?
***Kwishura:*** *Impwemu ni ikintu gifise ubuzima, ariko kidafise umubiri. (Abaroma 8:2)*
***Kubaza:*** Mbega Imana yamyeho kuva kera hose?
***Kwishura:*** *Egome, kuko idafise igihe yatanguriye kubaho, kandi ntizogira iherezo. (Zaburi 102:25-27)*
***Kubaza:*** Imana ni iki, kandi imeze ite?
***Kwishura:*** *Imana ni Umukama wa bose. (Zab. 103:19). Kandi ifise ubwiza nta ngere. (Heb. 1:3). Kandi ni urukundo. (1 Yoh. 4:8)*
***Kubaza:*** Mbega hari izindi mana ziriho?
***Kwishura:*** *Oyaye, hariho Imana imwe yonyene. (Mariko 12:32)*

## b. Impwemu

***Kubaza:*** Impwemu ni iki?

***Kwishura:*** *Ni abamarayika n' abadayimoni hamwe n' impwemu z' abamaze gupfa.*

***Kubaza:*** Abamarayika ni iki?

***Kwishura:*** *Abamarayika ni impwemu nziza, ni intumwa z' Imana zo mw' ijuru, zikora ivyo Imana ikunda. (Heb. 1:6-7,14)*

***Kubaza:*** Abadayimoni ni iki?

***Kwishura:*** *Abadayimoni ni impwemu mbi, kera bari abamarayika beza, ariko hanyuma bagarariza Imana. (2 Pet. 24) None ni abakozi ba Satani, bama bamufasha kuzimiza abantu no kubagirira nabi. (Ivyah. 12:9,17; Yuda 1:6)*

***Kubaza:*** Mbega none abizeye Umwami Yesu botinya abadayimoni?

***Kwishura:*** *Oyaye, abizera Yesu ntibakwiye gutinya abadayimoni, kuko Yesu abaruta cane. Mariko 1:23:27)*

***Kubaza:*** Impwemu z' abamaze gupfa zimeze zite?

***Kwishura:*** *Impwemu z' abapfuye ntiziba imizimu. Ariko iz' abapfuye bakijijwe ziri kumwe na Kristo. (Luka 23:43) Iz' abapfuye badakijijwe zirorereye umusi w' amateka (Ivyah. 20:12-13)*

***Kubaza:*** Satani ni iki?

***Kwishura:*** *Satani ni umwami w' abadayimoni, ni umwansi w' Imana n' abantu. (Ivyah. 12:9 1 Petero 5:8)*

## c. Abantu

***Kubaza:*** Uwaremye abantu ni nde?

***Kwishura:*** *Imana ni yo yabaremye. (Malaki 2:10)*

***Kubaza:*** Imana yabaremye ite?

**Kwishura:** *Yabaremesheje Ijambo ryayo ry' ububasha. (Ita. 1:26-27)*

**Kubaza:** Umuntu afise ibihimba bingahe?

**Kwishura:** *Afise ibihimba bibiri, kimwe ni uyu mubiri uzopfa, ikindi ni ikintu kitazopfa, citwa impwemu canke ubuzima. (Matayo 10:28)*

**Kubaza:** Umubiri w' umuntu waremwe mu ki?

**Kwishura:** *Imana yawuremye mu mukungugu wo hasi. (Itanguriro 2:7)*

**Kubaza:** Umubiri w' umuntu Imana yawuremeye iki?

**Kwishura:** *Imana yawuremeye kugira ngo utungane kandi ngo uyikorere. (Abanyefeso 2:10; Abaroma 6:19)*

**Kubaza:** Ca kindi gihimba c' umuntu kidapfa, Imana yakiremeye iki?

**Kwishura:** *Yakiremye ngo kibwirize umutima kuyisenga no kuyikunda. (Yohana 4:24)*

**Kubaza:** Ico gihimba kidapfa cavuye hehe?

**Kwishura:** *Cavuye ku Mana, ari we Mpwemu, Nuko na co ni impwemu. (Itanguriro 2:7; Yohana 4:24)*

**Kubaza:** Ni iki gituma kandi citwa ubuzima?

**Kwishura:** *Citwa ubuzima kuko gituma umuntu abaho, kandi iyo apfuye kiva mu mubiri, kigahoraho ari kizima. Luka 16:19-30; 23:43, Ab' i Filipi 1:23)*

**Kubaza:** Mbega umubiri uraruta ubuzima?

**Kwishura:** *Oyaye, ubuzima ni bwo buruta umubiri. Mariko 8:36; Abaroma 8:13)*

**Kubaza:** Igituma ubuzima buruta umubiri ni iki?

**Kwishura:** *Ni uko ubuzima buzokwamaho, umubiri umaze gupfa, kandi ubuzima bubwiriza umutima, ari wo uganza umubiri. (Mat. 10:28)*

**Kubaza:** Umutima Imana yawuhaye iki?

**Kwishura:** *Yawuhaye guhitamwo ivyiza n' ibibi. (Gusubira 30:19)*

**Kubaza:** Mbega abantu bazocirwa imanza?

**_Kwishura:_** _Egome, bose bazocirwa imanza z' ibibi bakoze. (Abaroma 14:12; 2 Ab' i Korinto 5:10)_

**_Kubaza:_** Mbega abizeye Yesu bakamukurikira bazocirwako iteka?

**_Kwishura:_** _Oyaye, nta rubanza ruzobatsinda, kuko ivyaha vyabo vyakuweho n' amaraso ya Yesu. (Abaroma 8:1)_

### d. Ibintu

**_Kubaza:_** Uwaremye ijuru n' isi n' ibikoko n' ibintu tubona vyose ni nde?

**_Kwishura:_** _Imana ni yo yabiremye. (Itanguriro 1)_

**_Kubaza:_** Mbega ivyo vyose Imana iravyibuka?

**_Kwishura:_** _Egome, Imana iravyibuka kandi irabibabara. (Luka 12:6)_

### e. Bibiliya

**_Kubaza:_** Ikitubwira ivy' Imana ni iki?

**_Kwishura:_** _Igitabo c' Imana, ari co Bibiliya, ni co catubwiye ivyo tuzi vyose vy' Imana. (2 Timoteyo 3:15)_

**_Kubaza:_** None Bibiliya ni amajambo ya nde?

**_Kwishura:_** _Ni amajambo y' Imana. (2 Timoteyo 3:16)_

**_Kubaza:_** Mbega ivyanditswe muri Bibiliya ni ivy' ukuri?

**_Kwishura:_** _Egome, vyose ni vy' ukuri, kandi dukwiye kuvyemera rwose. (Yohana 10:35; Imigani 30:5; Yesaya 40:8)_

**_Kubaza:_** Mbega dukwiye kwemera Ijambo ry' Imana kurirutisha amajambo y' abantu?

**_Kwishura:_** _Egome, dukwiye kuryemera, naho abantu bose bovuga ayandi majambo anyuranye na ryo, (Ivyak. 4:19, 5:29)_

### f. Uko icaha catanguye mw' isi

**_Kubaza:_** Abantu Imana yabanje kurema ni ba nde?

**_Kwishura:_** _Ni Adamu na Eva. (Itanguriro 2:21-22; 3:20)_

**Kubaza:** Adamu na Eva yabaremye basa bate?

**Kwishura:** *Imana yabaremye ari aberanda, basa na yo mu butungane. (Itanguriro 1:27)*

**Kubaza:** Mbega Adamu na Eva bashishikaye kuba intungane?

**Kwishura:** *Oyaye, bahindutse abagarariji. (Itanguriro 3:1.1-12)*

**Kubaza:** Abagarariji ni abameze bate?

**Kwishura:** *Ni abatitondera Ijambo ry' Imana ngo barikurikize. (1 Yohana 3:4)*

**Kubaza:** Adamu na Eva bagararije bate?

**Kwishura:** *Bakoze icaha co kutumvira Imana, kuko bariye ku giti yababujije kuryako. (Itanguriro 3:6)*

**Kubaza:** Uwahenze Adamu na Eva ni nde?

**Kwishura:** *Satani ni we yabahenze ngo bagararize Imana. (Itanguriro 3:1-15; Ivyah. 12:9)*

**Kubaza:** Adamu na Eva bahindutse iki?

**Kwishura:** *Bahindutse abanyakibi, ntibaba bagisa n' Imana. (Abaroma 5:19)*

**Kubaza:** Ni uruhe rubanza Imana yaciriye Adamu na Eva?

**Kwishura:** *Adamu na Eva n' ab' uruvyaro rwabo bose, Imana yabaciriye urubanza rwo gusonza, kurwara, no gupfa. (Ita. 3:16-19)*

### g. Ivy' ugucumura kwacu

**Kubaza:** Mbega wavukanye umutima utunganye?

**Kwishura:** *Oyaye, navukanye umutima udatunganye. (Zaburi 51:5)*

**Kubaza:** Ni iki catumye uvukana umutima udatunganye?

**Kwishura:** *Ni uko abantu bose bavukana imitima idatunganye, kuko twese twakomotse kuri Adamu. (Abaroma 5:17-19)*

**Kubaza:** None ko ari ko twavutse tumeze, mbega ni ikosha ryacu? Hari urubanza rwari rukwiye kudutsinda?

**Kwishura:** *Egome ruriho, kuko naho twavukanye imitima idatunganye, ntitwobigira urwitwazo rwo gucumura ku Mana. Abahitamwo ibibi, bakabirutisha ivyiza, ni bo bazocirwako iteka.*

**Kubaza:** Abacumuye ku Mana ni ba nde?

**Kwishura:** *Twese twarayicumuyeko. (Abaroma 3:23)*

**Kubaza:** None mu mitima yacu hari iciza kivamwo?

**Kwishura:** *Oyaye, kuko ivyiyumviro vyo mu mitima yacu vyamogoreye gukora ibibi gusa. (Itanguriro 6:5; Yesaya 64:6)*

**Kubaza:** Wewe wacumuye ute?

**Kwishura:** *Nacumuye mu vyo niyumvira, no mu vyo mvuga, no mu vyo nkora. (Yesaya 59:7; Abaroma 3:10-18)*

**Kubaza:** Ibicumuro vyo mu vyo uvuga ni ibihe?

**Kwishura:** *Ni ukubesha. (Ivyah. 21:8) No kubeshera abandi. (Mat. 19:18). No kurahirira ubusa. (Matayo 5:34-37) No gutukana. 1 Pet. 3:9) No kuvuga ibiteye isoni. (Abanyefeso 5:4)*

**Kubaza:** Ibicumuro vy' amaso ni ibihe?

**Kwishura:** *Ni ukwipfuza. (Kuvayo 20:17; Matayo 5:28) No kurabisha uwundi ijisho ribi. (Mariko 7:22)*

**Kubaza:** Mbega ukwipfuza kuba igicumuro c' amaso gute?

**Kwishura:** *Ni nk' iyo twitegereje ikitari icacu tukakigomwa, bikadutera kurushiriza kucipfuza. Ni co catumye Eva akora icaha. (Itanguriro 3:6; Matayo 5:28; 1 Yohana 2:16)*

**Kubaza:** Ibicumuro vy' umubiri ni ibihe?

**Kwishura:** *Ni ukuborerwa, (1 Korinto 6:10) No gusambana.*

*(1 Korinto 6:15-20) No kwahukana n' umucance wawe ukabira uwundi canke ukabirwa n' uwundi. (Matayo 19:3-9)*

**Kubaza:** Ibicumuro vy' umutima ni ibihe?

**Kwishura:** *Ni ukwanka abandi. (1 Yohana 3:15) No kubakengera. (Imigani 14:21) No gusenga ibitari*

*Imana Rurema. (Matayo 4:9-10) No kuraguza. (Gus. 18:10-12) No kugarariza Imana. (1 Samweli 15:22-23)*

**Kubaza:** Mbega gusenga ibitari Imana Rurema ni ko gusenga ibibi gusa?

**Kwishura:** *Oyaye. Hariho abasenga ibibi nk' abadayimoni canke imizimu, canke Kiranga, kandi ababikora baba bacumuye ku Mana. Ariko hari ibindi abantu basenga bitabereye, nk' abamarayika n' Abakristo bapfuye kera (nka Petero na Paulo na Mariya nyina wa Yesu). Na bo nyene birabujijwe kubasenga, canke n' ibishusho vyabo. (Kuvayo 20:3-6; Ivyak. 10:25-26, Ivyah. 22:8-9)*

**Kubaza:** Kuziririza no kugendeza ivy' imizimu ni ukuvuga iki?

**Kwishura:** *Ni ukuyubaha no kuyitinya no kuyiterekera. Mugabo, Imana irabibuza*

**Kubaza:** Ivy' ubupfumu ni ibiki?

**Kwishura:** *Ni ukubesha abandi ko uzi guhamagara imizimu, amahembe n' ibitega. (Gusubira 18:11; Ivyak. 19:18-20) Ni guterekera no kubandwa. (Abalewi 20:27) Bo no kuragura no kuraguza. (Gusubira 18:10-12) Na vyo nyene Imana irabibuza.*

**Kubaza:** Kugarariza Imana ni ukugira gute?

**Kwishura:** *Ni kutumvira ivyagezwe vyayo, no kugaya urukundo rwayo n' imbabazi biri muri Yesu Kristo. (Yohana 3:16-19)*

**Kubaza:** Abakoze ivyaha bazocirwako iteka riki?

**Kwishura:** *Bazocirwako iteka ryo gupfa. (Abaroma 6:23)*

**Kubaza:** Mbega urwo rupfu ni urw' umubiri?

**Kwishura:** *Oyaye, ariko ni ukwirukanwa n' Imana no kurandurwa. (2 Tesalonike 1:8-9)*

**Kubaza:** Abanyavyaha bazoranduka bate?

**Kwishura:** *Bazotabwa mu kiyaga caka umuriro. (Ivyah. 21:8)*

### h. Umukiza w' abantu

**Kubaza:** Uwushobora kudukiza ngo ntidutabwe mu kiyaga caka umuriro ni nde?

**Kwishura:** *Ni Umukama wacu Yesu Kristo, ari we Mukiza w' abantu. (Matayo 1:21)*

**Kubaza:** Yesu Kristo yamye hehe ubwa mbere na mbere?

**Kwishura:** *Yesu Kristo, Umwana w' Imana, uhereye kera hose yamye ari kumwe na Se mw' ijuru. Yoh. 1:1-2; Flp. 2:6)*

**Kubaza:** Yesu yihinduye iki ngo adukize?

**Kwishura:** *Yihinduye umuntu ngo adukize. (Yoh. 1:14; Flp. 2:6-8)*

**Kubaza:** Yesu yavutse ate?

**Kwishura:** *Yavyawe na Mariya, inkumi itigeze kubana n' umugabo ariko kubwa Mpwemu Mweranda isama inda. (Matayo 1:18)*

**Kubaza:** Mbega Yesu Kristo yarakoze ivyaha nk' abandi bantu?

**Kwishura:** *Oyaye, nta caha na kimwe yakoze. (1 Petero 2:22)*

**Kubaza:** Yesu Kristo yerekanye ate ko Imana ari yo yamutumye?

**Kwishura:** *Yakiza abarwaye, akazura abapfuye. (Yohana 5:36)*

**Kubaza:** Mbega yigishije iki?

**Kwishura:** *Yigishije Ijambo ry' Imana. (Yohana 12:50)*

### i. Ivyo Umukiza yakoze

**Kubaza:** Yesu Kristo yadukoreye iki?

**Kwishura:** *Yaradupfiriye. (1 Tesalonike 5:9-10)*

**Kubaza:** Yapfuye ate?

**Kwishura:** *Yabambwe ku musaraba. (Yohana 19:18)*

**Kubaza:** Urupfu rwa Yesu rudukiza rute?

**Kwishura:** *Twari dukwiye gucirwako iteka ryo gupfa kubw' ivyaha vyacu, maze Yesu apfa mu gishingo cacu,*

*adukiza urwo rubanza. Yesaya 53:5-6; Abaroma 5:9; 6:23)*

**Kubaza:** Yesu amaze gupfa vyagenze bite?

**Kwishura:** *Yazutse ku musi ugira gatatu. (Luka 24:7; Mariko 16:6)*

**Kubaza:** Kandi hanyuma vyagenze bite?

**Kwishura:** *Imisi 40 ishize, Yesu yasubiye kwa Se mw' ijuru. (Ivyak. 1:3-11)*

### j. Inzira yo gukizwa

**Kubaza:** Inzira imwe yonyene yo gukizwa ni iyihe?

**Kwishura:** *Inzira imwe yonyene yo gukizwa iri muri Yesu Kristo. (Ivyak. 4:12; Yohana 14:6)*

**Kubaza:** Ukwiye gukora iki ngo ukizwe?

**Kwishura:** *Nkwiye kwihana no kwizera Umwami Yesu. Mariko 1:15; Ivyak. 16:31)*

**Kubaza:** Kwihana ni iki?

**Kwishura:** *Kwihana ni ukubabazwa n' ivyaha vyanje, no kuvyatura, no kumaramaza kubireka, (Imigani 28:13)*

**Kubaza:** Ukwiye kubwira nde ivyaha vyawe?

**Kwishura:** *Nkwiye kubibwira Imana. (Abaroma 14:11; Zabura 51:4)*

**Kubaza:** Wobiyibwira ute?

**Kwishura:** *Noyisaba, nti: "Mana, ngirira ikigongwe, ndi umunyavyaha." (Luka 18:12, 1 Yohana 1:9)*

**Kubaza:** Ukwiye gusenga Imana mw' izina rya nde?

**Kwishura:** *Nkwiye kuyisenga mw' izina rya Yesu. (Yohana 14:13-14)*

**Kubaza:** Ukwiye kwizera nde, ngo agukize urubanza rwo gupfa?

**Kwishura:** *Nkwiye kwizera Yesu ko ashobora kunkiza urwo rubanza, (Yohana 11:25-26, 5:24)*

**_Kubaza:_** Ukwiye kwizera Yesu ko ashobora kugukura mu buja bwa nde?

**_Kwishura:_** *Nkwiye kumwizera kuko ashobora kunkura mu buja bwa Satani. (Ivyak. 26:18, Yohana 8:34-36)*

**_Kubaza:_** Ukwiye kwizera Yesu ko ashobora gukora iki mu mutima wawe?

**_Kwishura:_** *Nkwiye kumwizera kuko ashobora kunyoza ivyaha vyose biri mu mutima wanje. (Ivyah. 1:5-6, 1 Yohana 1:7-9)*

**_Kubaza:_** Ukwiye kwizera Yesu ko ashobora kukuzigama ryari na ryari?

**_Kwishura:_** *Nkwiye kumwizera ko ashobora kunzigama ibihe vyose. (Yohana 10:28)*

**_Kubaza:_** Ukwiye kwizera Yesu ko ashobora kuguha iki?

**_Kwishura:_** *Nkwiye kumwizera ko ashobora kumpa ubuzima budahera. (Yohana 3:16)*

**_Kubaza:_** Ukwiriye kwizera Yesu ko ashobora kuguhindura iki?

**_Kwishura:_** *Nkwiye kumwizera kuko ashobora kumpindura umwana w' Imana, n' umuragwa w' ubwami bwo mw' ijuru. (Yakobo 2-5; Ivyah. 21:7)*

### k. Kudakekeranya

**_Kubaza:_** Mbega vyoshoboka ko umuntu akizwa uyu musi?

**_Kwishura:_** *Asangwa yizeye Yesu, ashobora gukizwa muri aka kanya (2 Korinto 6:2)*

**_Kubaza:_** Mbega wewe ushobora kumenya neza yuko wamaze gukizwa?

**_Kwishura:_** *Egome, nshobora kubimenya rwose. (1 Yohana 3:14)*

**_Kubaza:_** Ushobora kumenya ute ko wamaze gukizwa?

**_Kwishura:_** *Nshobora kubimenya kuko nizera Ijambo ry' Umukiza wanje Yesu Kristo. (Yohana 5:24)*

**_Kubaza:_** Ko ubizi, ukwiye kubigenza ute?

**Kwishura:** *Nkwiye kwama mpimbaza, ngashima Imana, ngakurikira Yesu imisi yose y' ukubaho kwanje, nkagenda ndamushingira intahe mu bandi. (2 Korinto 9:15, Mariko 5:19)*

## I. Uko dukwiye kumerera Imana

**Kubaza:** Asangwa uri umwana w' Imana, uzohora uganzwa n' icagezwe ute?

**Kwishura:** *Nzohora nkundisha Imana umutima wanje wose, n' ubuzima bwanje bwose, n' ubwenge bwanje bwose, n' inkomezi zanje zose. (Mariko 12:30)*

**Kubaza:** Ukwiye kwerekana ute urukundo rwawe, ukunda Imana?

**Kwishura:** *Nkwiye kurwerekana mu kwumvira Imana muri vyose (Yohana 14:21)*

**Kubaza:** Womenya Imana ute, n' ivyo ikunda?

**Kwishura:** *Nobimenyeshwa no gusoma Ijambo ryayo imisi yose. (Matayo 4:4)*

**Kubaza:** Imana igomba ko umera ute?

**Kwishura:** *Igomba ko mera nka Yesu mu vyo niyumvira vyose, ngakurikiza ingeso ziwe. (Yohana 12:15)*

**Kubaza:** Ni nde ashobora guhindura umutima wawe ngo wiyumvire nka Yesu?

**Kwishura:** *Mpwemu Mweranda ni we ashobora kuwuhindura ngo niyumvire nka we. (Abaroma 8:9)*

**Kubaza:** Mpwemu Mweranda ni iki?

**Kwishura:** *Mpwemu Mweranda ni Mpwemu w' Imana. (Yohana 14:26)*

**Kubaza:** Ni iki gituma tuvuga Mpwemu w' Imana nk' uwuvuze umuntu?

**Kwishura:** *Ntitwomwita Impwemu y' Imana, dukwiye kumwita Mpwemu w' Imana, kuko Mpwemu Mweranda atari nk' impwemu zihumekwa gusa. Kandi naho adasa n' abantu ariko afise umutima wumva nk' uw' abantu.*

**Kubaza:** Ibitumenyesha ko afise umutima wumva ni ibiki?

**Kwishura:** *Ni uko ashobora kurogotwako n' abanyavyaha. (Mark. 3:28-30) Kandi Ni uko bashobora kumubabaza. (Yes. 63:10; Ef. 4:30) Ni uko ashobora gushinga intahe no kuba icabona. (Yohana 15:26) Ni uko adufasha. (Abaroma 8:26) Kandi ikindi Ni uko adusengera. (Abaroma 8:26)*

**Kubaza:** Igikorwa ca Mpwemu Mweranda ni igiki?

**Kwishura:** *Ni uguhamagara abantu ngo baje ku Mana. (Ivyah. 22:17)*

**Kubaza:** Ibindi Mpwemu Mweranda agomba kudukorera ni ibiki?

**Kwishura:** *Agomba kuguma mu mitima yacu na ntaryo. (Yoh. 14:16) Kandi agomba kuturongora mu vy' ukuri vyose, no kudukiza wa mubi Satani (Yoh. 16:13)*

**Kubaza:** Abashobora guhabwa Mpwemu Mweranda ni ba nde?

**Kwishura:** *Imana iha Mpwemu wayo abayimusavye bose. (Luk. 11:13)*

**Kubaza:** Iyo Satani akugerageje ngo usubire mu vyaha ukwiye gukora iki?

**Kwishura:** *Nkwiye gusaba Imana, ngo imfashe kumunesha. (Luka 22:40-46)*

**Kubaza:** Hari ibindi ukwiye kuyisaba?

**Kwishura:** *Egome, biriho, kuko Imana ari Data wa twese, nkwiye kuyisaba ivyo nkenye vyose, nk' uko umwana asaba se. (Matayo 7:7-11)*

**Kubaza:** Umukristo akwiye gusenga kangahe ku musi?

**Kwishura:** *Akwiye kwama asenga mu mutima wiwe ibihe vyose. (Filipi 4:6; 1 Tesalonike 5:17) Ariko cane cane akwiye gusenga akivyuka mu gitondo, no mw' ijoro agira aryame. (Zaburi 5:3, 141:2)*

**Kubaza:** Mbega Imana irumva ivyo dusenga?

**Kwishura:** *Egome, ikunda kwumva ugusenga kwacu, ikama itwishura. (Matayo 7:7-8)*

### m. Uko dukwiye kumerera abantu

**Kubaza:** Mbega ukwiye kumerera abandi ute?

**Kwishura:** *Nkwiye gukunda mugenzi wanje nk' uko nikunda. (Mat. 22:39)*

**Kubaza:** Mbega so na nyoko ukwiye kubamerera ute?

**Kwishura:** *Nkwiye kubakunda nkabubaha. (Kuvayo 20:12)*

**Kubaza:** Mbega ukwiye kumera ute ku baganza bose?

**Kwishura:** *Nkwiye kububaha no kubumvira. (Abaroma 13:7)*

**Kubaza:** Mbega ukwiye kumerera ute aboro n' abagowe?

**Kwishura:** *Sinkwiye kubagaya, ariko nkwiye kubagirira ikigongwe nkabafasha. (Imigani 14:21)*

**Kubaza:** Umugabo canke umuhungu akwiye kumera ate ku bagore n' abakobwa?

**Kwishura:** *Bose akwiye kubagirira neza, ntabakengere, kandi akwiye kwabira umugore umwe gusa. (Matayo 19:4-6)*

**Kubaza:** Umugore canke umukobwa akwiye kumera ate ku bagabo n' abahungu?

**Kwishura:** *Umugore akwiye kwubaha umugabo wiwe akamwumvira. Umukobwa akwiye kwirinda ubweruzi akagendana ubupfasoni. (Abanyefeso 5:22-24; 1 Timoteyo 2:9-10)*

**Kubaza:** Ico umukristo akwiye kwama yibuka ni iki?

**Kwishura:** *Akwiye kwama yibuka kwerekana mu majambo yiwe no mu vyo yiyumvira ko ari umuntu wa Yesu Kristo. (Matayo 5:16)*

**Kubaza:** Mbega icagezwe Yesu yarangirijeko guha abigishwa biwe ni ikihe?

**Kwishura:** *Yavuze, ati: "Mugende muje mu bihugu vyose, mubwire abaremwe bose ubutumwa bwiza." (Mariko 16:15)*

## n. Ibizoba

**Kubaza:** Mbega Yesu azogaruka mw' isi?

**Kwishura:** *Egome, azogaruka. (Ivyak. 1:1)*

**Kubaza:** Mbega Yesu azogaruka vuba?

**Kwishura:** *Egome, azogaruka vuba cane, (Ivyah. 3:11)*

**Kubaza:** Mbega Yesu azogarukanwa n' iki?

**Kwishura:** *Azogarukanwa no kuba Umwami w' amahanga yose, (Daniyeli 2:44; Ivyah. 7:9-10, 19:15-16)*

**Kubaza:** Mbega abapfuye bazozuka?

**Kwishura:** *Egome, abantu bose bazozuka. (Yoh. 5:28-29; Ivyah. 20:4-5)*

**Kubaza:** Mbega abanyavyaha bazokorerwa iki?

**Kwishura:** *Bazocirwako iteka, batabwe mu kiyaga caka umuriro. (Ivyah. 21:8)*

**Kubaza:** Abakijijwe bo bo bazokorerwa iki?

**Kwishura:** *Imana izobaha imibiri mishasha myiza y' inkomezi, ibahe n' ubuzima budahera. (1 Korinto 15:42-54)*

**Kubaza:** Abakijijwe bazoja hehe?

**Kwishura:** *Bazoja mw' ijuru. (Yohana 14:3)*

**Kubaza:** Ijuru ni iki?

**Kwishura:** *Ijuru ni intebe y' Imana, ni ho ihora ihangamye ibihe bidahera. (1 Abami 8:30, Matayo 5:34)*

**Kubaza:** Mw' ijuru hameze hate?

**Kwishura:** *Hameze neza nta ngere: nta mubabaro ubayo, nta ndwara, nta n' urupfu, (Ivyah. 21:4)*

**Kubaza:** Mbega hazoba umusi w' amateka?

**Kwishura:** *Egome, hazoba umusi w' amateka kw' iherezo ry' isi. (Matayo 11:22, 24, Ivyah. 20:11-15)*

# A. KATEKISIMU YA KABIRI

## 1. Igihimba ca mbere

### a. Ivyanditswe Vyeranda ari vyo vyitwa Bibiliya

***Kubaza:*** Bibiliya itumenyesha iki?

***Kwishura:*** *Itumenyesha ivyo Imana yavuze n' ivyo igomba ko dukora.*

***Kubaza:*** Yanditswe na nde?

***Kwishura:*** *Yanditswe n' abantu barongowe na Mpwemu Mweranda. (2 Timoteyo 3:16; 2 Petero 1:20-21)*

***Kubaza:*** Ni iki gituma dukwiye gusoma Bibiliya?

***Kwishura:*** *Ni uko ari yo yonyene itwigisha ingene twokwuzura n' Imana.*

***Kubaza:*** Isezerano rya Kera ryanditswe ryari?

***Kwishura:*** *Ryanditswe mu bihe bitari bimwe, Yesu Kristo ataraza mw' isi.*

***Kubaza:*** Isezerano rya Kera ritwigisha iki?

***Kwishura:*** *Ritwigisha ivyo Imana yakoreye abantu ba kera, n' ivyo yabigishije, n' ivyo yababwiye gukora.*

***Kubaza:*** Isezerano Rishasha ryanditswe na ba nde?

***Kwishura:*** *Ryanditswe n' Intumwa za Yesu n' abafatanije na zo, Yesu Kristo amaze gusubira mw' ijuru.*

***Kubaza:*** Isezerano Rishasha ritwigisha iki?

***Kwishura:*** *Ritwigisha uko Yesu yaje mw' isi, n' ivyo yakoze, n' ivyo yavuze, n' ingene yapfuye hanyuma akazuka.*

***Kubaza:*** Ibindi bitwemeza ko ari Ijambo ry' Imana ni ibiki?

***Kwishura:*** *Ni uko mu vyo Imana yahishuriye abantu ko bizoba, hari bimwe vyamaze kuboneka; kandi ikindi, ivyanditswe muri iyo Bibiliya, iyo tuvyizeye biduhesha agakiza.*

***Kubaza:*** Yesu yavuze iki ku vy' Isezerano rya Kera?

**Kwishura:** *Yerekanye ko Mose n' abavugishwa n' Imana banditse ivy' ukuza kwiwe n' ingene azobabazwa mu gucungura abari mw' isi. (Luka 24:25-27)*

**Kubaza:** Mbega dukwiye gusoma Bibiliya dute?

**Kwishura:** *Dukwiye kuyisoma dufise umwete, kandi tugasaba Mpwemu Mweranda, ngo adufashe twumve ico Imana itubwira mu vyo turiko turasoma.*

**a. Ivyerekeye Imana n' uko imeze**

**Kubaza:** Bibiliya itwigisha ko Imana yaremye iki?

**Kwishura:** *Itwigisha ko yaremye abantu n' ibintu vyose tubona. (Itanguriro 1)*

**Kubaza:** Kandi itwigisha ko Imana itugombera iki?

**Kwishura:** *Itwigisha ko Imana igomba ko umuntu wese yokizwa agahinduka umwana wayo. (Yohana 3:16, 10:10)*

**Kubaza:** Imana ni iki kandi imeze ite?

**Kwishura:** *Imana ni Mpwemu, ifise ububasha bwose, ibona hose kandi izi vyose. (Yoh. 4:24; Zab. 139:1-4; Ita. 17:1)*

**Kubaza:** Akameremere k' Imana kameze gute?

**Kwishura:** *Imana ni urukundo nta ngere, ifise ubugororotsi buhebuje, ni yo Mana nyakuri. (1 Yohana 4:8, Yesaya 45:21)*

**Kubaza:** Urukundo rwayo n' ubugororotsi bwayo vyayiteye gukora iki?

**Kwishura:** *Vyatumye irungika Umwana wayo mw' isi, ngo abe Umukiza w' abantu. (Yohana 3:16)*

**Kubaza:** Uwo Mukiza ni nde?

**Kwishura:** *Ni Yesu Kristo Umwana wayo yaje kuducungura (Tito 2:14)*

**Kubaza:** Yesu mu kuducungura yakoze iki?

**Kwishura:** *Yihinduye Umuntu nkatwe, ashitsa ivyagezwe n' Imana vyose, maze n' aho ata caha yakoze abambwa ku musaraba kubw' ivyaha vyacu. (Flp. 2:8, Abaroma 10:4)*

**Kubaza:** Duhinduka abagororotsi imbere y' Imana dute?

**Kwishura:** *Iyo twizeye Yesu, ukugororoka kwiwe guhinduka ukwacu. (Flp. 3:9)*

**Kubaza:** Umufasha Yesu yabasezeraniye ni nde?

**Kwishura:** *Ni Mpwemu Mweranda. (Yohana 14:26)*

**Kubaza:** Mpwemu Mweranda adufasha ate?

**Kwishura:** *Atwemeza ko turi abanyavyaha, akaduhishurira ivy' Imana, kandi akatuneshereza Satani. (Yoh. 10:8, 13, Ivyak. 1:8)*

**Kubaza:** Ko twemera ko hariho Imana Data wa twese, n' Umwana, na Mpwemu Mweranda, mbega none ni Imana zitatu?

**Kwishura:** *Oyaye, Imana ni imwe, ariko yatwihishuriye mu buryo butatu, ari bwo nyene twita Ubutatu bw' Imana.*

**Kubaza:** Ivyo twemera kuri ubwo Butatu ni ibiki?

**Kwishura:** *Twemera yuko ukubaho kwabwo, n' uguhoraho kwabwo, n' ububasha bwabwo, n' icubahiro cabwo bingana. (Yohana 1:1; Kolosayi 1:14-17; 2 Korinto 13:14)*

## 2. Igihimba ca kabiri

### a. Amabwirizwa y' Imana

**Kubaza:** Ikitumenyesha Amabwirizwa y' Imana ni igiki?

**Kwishura:** *Bibiliya ni yo iyatumenyesha.*

**Kubaza:** Tubisoma hehe muri yo?

**Kwishura:** *Tubisoma mu gitabo co Kuvayo igihimba ca 20: ingene Imana yahaye Mose amabwirizwa cumi ari ku musozi Sinayi. (Kuvayo 19:20; 20:1-17)*

**Kubaza:** Ayo mabwirizwa atwigisha iki?

**Kwishura:** *Atwigisha ivyo Imana igomba ko dukora n' ivyo itubuza gukora.*

**Kubaza:** Ayo Mabwirizwa yose Yesu yayapoperanirije hamwe ate?

**Kwishura:** *Yaravuze, ati: "Mukundishe Uhoraho Imana yanyu imitima yanyu yose n' ubuzima bwanyu bwose n'*

*ubwenge bwanyu bwose. Iryo ni ryo bwirizwa rihambaye rya mbere. Hari irindi rya kabiri rimeze nka ryo, ni iri: Mukunde bagenzi banyu nk' uko mwikunda". (Mat. 22:37-39)*

***Kubaza:*** Mbega ni iki kiduhesha kwitondera Amabwirizwa?

***Kwishura:*** *Ni ugukunda Imana na bagenzi bacu, kuko nitwakunda Imana tuzokora ivyo igomba vyose tunezerewe (Yohana 14:15), kandi nitwakunda bagenzi bacu nk' uko twikunda, ntitwoshobora kubagirira nabi.*

**b. Amabwirizwa 1-4**

***Kubaza:*** Amabwirizwa atwigisha ivyerekeye Imana ni angahe?

***Kwishura:*** *Ni amabwirizwa ane ya mbere mu mabwirizwa cumi.*

***Kubaza:*** Vuga ibwirizwa rya mbere?

***Kwishura:*** *Ntukagire izindi mana umbangikanya.*

***Kubaza:*** Mbega iryo bwirizwa ritwigisha iki?

***Kwishura:*** *Ritwigisha ko tudakwiye kwubaha canke gukunda ikintu na kimwe kukirutisha Imana.*

***Kubaza:*** Ivyodutera kutumvira iryo bwirizwa ni ibiki?

***Kwishura:*** *Ni ikintu cose twokunda canke twokwubaha kukirutisha Imana.*

***Kubaza:*** None iryo bwirizwa ritwigisha iki ku vyerekeye imigenzo n' ibiheko vy' abapagani?

***Kwishura:*** *Ritwigisha ko baba batubaha Imana.*

***Kubaza:*** Twosenga dute?

***Kwishura:*** *Imana ni Mpwemu, n' abayisenga bakwiye kuyisenga mu mpwemu no mu kuri. (Yohana 4:24)*

***Kubaza:*** Iryo jambo ngo "mu mpwemu" risobanurwa rite?

***Kwishura:*** *Gusenga mu mpwemu ni ugusengesha umutima w' ukuri, kandi dufashijwe na Mpwemu Mweranda. (Rom. 8:26-27)*

***Kubaza:*** Ijambo ngo "mu kuri", ryoryo risobanurwa ngo iki?

**Kwishura:** *Ni ugusenga nk' uko Imana yaduhishuriye, mw' izina rya Yesu. (Yohana 14:13)*

**Kubaza:** Vuga ibwirizwa rya kabiri.

**Kwishura:** *Ntukibazire igishushanyo, canke igisa n' ishusho yose y' ikintu na kimwe.*

**Kubaza:** Ritwigisha iki?

**Kwishura:** *Ritwigisha ko tudakwiye gusenga canke gupfukamira ishusho iyo ari yo yose.*

**Kubaza:** Ab' Ishengero ry' i Roma bagenza bate iryo bwirizwa?

**Kwishura:** *Bararikuyeho, baraheza bagabanya ibwirizwa rya cumi mu bice bibiri, ngo babone gukwiza amabwirizwa cumi.*

**Kubaza:** Vuga ibwirizwa rya gatatu.

**Kwishura:** *Ntugapfe kuvugira ubusa izina ry' Imana ihoraho.*

**Kubaza:** Ritwigisha iki?

**Kwishura:** *Ritubuza kuvuga izina ry' Imana mu bijandijandi canke mu binyoma. (Itanguriro 27:20; 1 Abami 22:6)*

**Kubaza:** Vuga ibwirizwa rya kane.

**Kwishura:** *Wibuke kuziririza umusi w' Imana.*

**Kubaza:** Ritwigisha iki?

**Kwishura:** *Ritwigisha ko tudakwiye gukora ikintu na kimwe ku musi w' Imana, atari ikitosibwa gukorwa; kandi no kutagira ivyo twokoresha abandi.*

**Kubaza:** Hari ibindi iryo bwirizwa ritubuza,

**Kwishura:** *Ritubuza kudashora canke kutagura ibintu ku Musi w' Imana. (Nehemiya 10:31; 13:15)*

**Kubaza:** Umusi Abayuda baziririza ni uwuhe?

**Kwishura:** *Ni uwa gatandatu, kandi bawita Isabato.*

**Kubaza:** Igituma umusi wabo n' uwacu bidahura ni iki?

**Kwishura:** *Ni uko abakristo ba mbere bashimye ko umusi Yesu yazukiyeko, ari wo woba uwo kuruhukako no gukoranira hamwe bagasenga. (Ivyakozwe 20:7)*

**Kubaza:** Mbega ko ab' Adiventisi b' umusi w' indwi bavuga ko twahinduye ibwirizwa ry' Imana none twobishura dute?

**Kwishura:** *Yesu yasezeranije intumwa ziwe ko bazorongorwa na Mpwemu Mweranda. Ziraheza zihindura bimwe bimwe vyo mw' Isezerano rya Kera, no gukebwa, n' ivy' inyama zizira, no kwosa ibimazi. (Ivyakozwe 15:1-21; Matayo 15:11-20; 1 Timoteyo 4:3-5)*

**Kubaza:** Mbega idini y' ab' Adiventisi yatanguye ryari, vyari bivuye kuki?

**Kwishura:** *Idini y' ab' Adiventisi yatanguye mu 1844, kandi abayitanguje bashinze intahe ko bazi umusi Yesu azogarukirako, ariko barazimiye.*

### c. Amabwirizwa 5-10

**Kubaza:** Amabwirizwa atwigisha ivyo dukwiye kugirira abandi ni angahe?

**Kwishura:** *Ni ayaheruka atandatu yo mu mabwirizwa cumi.*

**Kubaza:** Vuga ibwirizwa rya gatanu?

**Kwishura:** *Wubahe so na nyoko.*

**Kubaza:** Ritwigisha iki?

**Kwishura:** *Ritwigisha kwubaha no kwumvira abavyeyi bacu n' abandi bakuru bo mw' Ishengero no muri Leta (Abaroma 13:1-8)*

**Kubaza:** Iryo bwirizwa ryigisha iki ku vyerekeye abakuru ba Leta?

**Kwishura:** *Ribigisha kuganza abantu mu bugororotsi nk' uko umuvyeyi agirira abana biwe. (2 Sam. 23:3-5; Kol. 4:1)*

**Kubaza:** Abakozi bakwiye gukorera ba shebuja bate?

**Kwishura:** *Bakwiye kubakorera bafise umwete, ata gupfunya amaboko, bizigirwa muri vyose. (Kol. 3:22; 1 Pet. 2:18; 1 Tim. 6:1)*

**Kubaza:** Ivyo igitabo c' Imana gihanura kuri ivyo bivuga ngo iki?

**Kwishura:** *Bivuga ngo Ubugororotsi bushira ihanga hejuru, ariko icaha gitukisha amoko. (Imigani 14:34)*

**Kubaza:** Vuga ibwirizwa rya gatandatu.

**Kwishura:** *Ntukice.*

**Kubaza:** Ritwigisha iki?

**Kwishura:** *Ritwigisha yuko kwankana n' umuntu ari icaha, kandi ko ukuraka kuzana ubwicanyi. (Mat. 5:21-22; Ef. 4:26; Kol. 3:8;1 Yoh. 3:15)*

**Kubaza:** Vuga ibwirizwa ry' indwi.

**Kwishura:** *Ntugasambane.*

**Kubaza:** Ritwigisha iki?

**Kwishura:** *Ritubuza kwipfuza, rikatwigisha kurwanya ubusambanyi mu vyiyumviro vyacu no mu bundi buryo bwose. (Mat. 5:27-28)*

**Kubaza:** Yesu Kristo yavuze iki ku mubano w' ababiranye?

**Kwishura:** *Yavuze ngo babane akaramata, kuko baba bamatanijwe n' Imana. (Matayo 19:3-6)*

**Kubaza:** Ababiranye bakahukana bameze bate imbere y' Imana?

**Kwishura:** *Yesu Kristo yaravuze, ati: "Umuntu wese yirukanye umugore wiwe, akabira uwundi, aba asambanye kandi amuhemukiye. Kandi na we ubwiwe, niyahukana n' umugabo wiwe, akabirwa n' uwundi, azoba asambanye." (Mariko 10:11, 12)*

**Kubaza:** Ni kuki umukristo akwiye kugira umugore umwe rudende?

**Kwishura:** *Ni uko Yesu Kristo n' intumwa ziwe babishingiye intahe ko ari co Imana igomba. (Mat. 19:3-6; Ef. 5:22-31)*

**Kubaza:** Abakristo babiranye mu buryo butemewe n' Ishengero tubita iki?

**Kwishura:** *Tubita abasambanyi.*

**Kubaza:** Umukristo akwiye kugenza ate ngo ashingirwe?

**Kwishura:** *Akwiye gusaba Imana ngo imutorere umukristo nka we. (1 Korinto 7:39)*

**Kubaza:** Vuga ibwirizwa ry' umunani.

***Kwishura:*** *Ntukibe.*

***Kubaza:*** Ritwigisha iki?

***Kwishura:*** *Ritwigisha kudatwara ibitari ivyacu, kandi ko dukwiye kuba abanyakuri mu vyo dukora vyose. (Ef. 4:28)*

***Kubaza:*** Tumenye ko twivye twokora iki?

***Kwishura:*** *Twokwihana, tukariha canke tugasubiza ivyo twatwaye. (Abalewi 6:1-5)*

***Kubaza:*** Vuga ibwirizwa ry' icenda.

***Kwishura:*** *Ntukagirize ibinyoma mugenzawe.*

***Kubaza:*** Ritwigisha iki?

***Kwishura:*** *Ritwigisha kuba imvugakuri muri vyose, tutabeshera abandi, kandi tutabambika ibara. (Ivyah. 21:8; 22:15)*

***Kubaza:*** Ibindi ritubuza gukora n' ibiki?

***Kwishura:*** *Ritubuza kutavuga ibihuha no kudahendana. 2 Korinto 12:20; Abaroma 1:29)*

***Kubaza:*** Vuga ibwirizwa ry' icumi.

***Kwishura:*** *Ntukipfuze inzu ya mugenzawe canke umugore wiwe, canke ikindi kintu ciwe na kimwe.*

***Kubaza:*** Ritwigisha iki?

***Kwishura:*** *Ritwigisha kubumbwa n' ivyacu. (Abaheburayo 13:5)*

***Kubaza:*** Kwipfuza ivy' abandi bidutera kumera dute?

***Kwishura:*** *Kudutera kugira ishari no kutabumbwa n' ivyo dufise. (Kolosayi 3:5-6, Abanyefeso 5:3-5; Luka 12:15)*

***Kubaza:*** Yesu yadusezeraniye iki ku vyo dutunze?

***Kwishura:*** *Yaravuze, ati: "Mubanze mwitwaririke ubwami bw' Imana n' ukugororoka kwayo, ni ho ivyo vyose muzovyongerwa." (Mat. 6:23)*

## 3. Igihimba ca gatatu

### a. Ivyerekeye icaha n' ivyerekeye agakiza

***Kubaza:*** Icaha ni iki?

***Kwishura:*** *Icaha ni ugucumura ku Mana. (1 Yohana 3:4)*

***Kubaza:*** Icaha kituzanira iki?

**_Kwishura:_** _Kituzanira gutandukana n' Imana. (Yes. 59:2; Zab. 66:18)_

**_Kubaza:_** Gutandukana n' Imana bidutwara iki?

**_Kwishura:_** _Bituma tutagira amahoro mu gihe ca none, kandi tukazokwirukanwa imbere yayo ku musi w' amateka._ (_Matayo 25:41; Abanyefeso 2:12; Abaroma 3:23)_

**_Kubaza:_** Namba Imana idukunda, ni kuki itirengagiza ivyaha vyacu?

**_Kwishura:_** _Ni ivy' ukuri Imana iradukunda, mugabo umuco n' umwiza ntibifatana. Ukugororoka kwayo gutuma idashobora kwirengagiza ivyaha. (Yesaya 57:15; Kuvayo 34:6-7)_

**_Kubaza:_** None yerekanye ite ko ikunda abanyavyaha?

**_Kwishura:_** _Yavyerekanishije kuduha Umwana wayo ngo aducungure. (1 Yohana 4:9; Yohana 3:16)_

**_Kubaza:_** Gukizwa ni ukuvuga iki?

**_Kwishura:_** _Ni uguharirwa ivyaha, umuntu akuzura n' Imana._ (_Yesaya 44:22-23; Yohana 5:24; Abaroma 5:10)_

**_Kubaza:_** Umuntu akizwa ate?

**_Kwishura:_** _Imana yakunze abari mw' isi, bituma itanga Umwana wayo w' ikinege, ngo uwumwizera wese ntaze apfe rubi, ariko ahabwe ubuzima budahera. (Yohana 3:16)_

**_Kubaza:_** Ukwizera Yesu ni ugukora gute kandi ni ugukora iki?

**_Kwishura:_** _Ni ukwemera ko yampfiriye kandi nkamwiha ngo ndamukorere imisi yose. (1 Pet. 2:24; Ivyak. 13:39; Rom. 10:9)_

**_Kubaza:_** Mbega hariho ubundi buryo umuntu yoshobora gukizwa?

**_Kwishura:_** _Oyaye, kuko Yesu yavuze, ati: "Ni jewe nzira n' ukuri n' ubugingo, ntawushika kuri Data ntamujanye." (Yoh. 14:6)_

**_Kubaza:_** Mbega intumwa ziwe na zo zavuze iki kuri ivyo?

**_Kwishura:_** _Zaravuze, ziti: "Nta wundi agakiza kabonerwamwo, kuko ata rindi zina musi y' ijuru ryahawe abantu_

*dukwiye gukirizwamwo." (Ivyakozwe n' Intumwa 4:12)*

**Kubaza:** Mbega ukwigaya ko twakoze ivyaha kwodukiza?

**Kwishura:** *Oyaye, ukwigaya ntikwodukurako ivyaha. (Matayo 27:3-4)*

**Kubaza:** Ingeso nziza zo zoduhesha agakiza?

**Kwishura:** *Oyaye, na zo nyene ko zivanze n' ivyaha ntizodukiza na mba. (Rom.3:20; Ef. 2:8-9; Yes. 64:6)*

**Kubaza:** None ivyaha vyacu bikurwaho n' iki?

**Kwishura:** *Amaraso ya Yesu, Umwana w' Imana, ni yo yonyene ashobora kutwoza ivyaha. (1 Yohana 1:7; 22)*

**Kubaza:** Umunyavyaha yokizwa ate?

**Kwishura:** *Yokwihana ivyaha vyiwe akizera Yesu. (Ivyak. 2:38)*

**Kubaza:** Ukwihana kw' ukuri ni iki?

**Kwishura:** *Ni ukubona ko uri umunyavyaha, ugasaba Imana ikigongwe. (Luka 18:13)*

**Kubaza:** Ukwizera kw' ukuri kumeze gute?

**Kwishura:** *Ni ukumenya ko Yesu yampfiriye ku musaraba, kandi nkemera ko ari we angaba akanganza.*

**Kubaza:** Ugutsindanishirizwa no kwizera bisobanurwa gute?

**Kwishura:** *Ni uguharirwa ivyaha , ukitwa umugororotsi utari ubikwiye, kuko wizeye Yesu atigeze akora icaha. (Rom. 5:1, Ivyak. 13:39)*

**Kubaza:** Uwizigiye ko ibikorwa vyiwe vyiza ari vyo bizomutsindanishiriza aba ameze ate?

**Kwishura:** *Uwumeze atyo aba yihenze, ntaba yizeye Yesu vy' ukuri. (Abanyefeso 1:8-9)*

**Kubaza:** Bibiliya ishinga intahe ite ko twatsindanishirijwe n' ukwizera?

**Kwishura:** *Ivuga ngo None rero ko twatsindanishirijwe no kwizera dufise amahoro ku Mana kubw' Umwami wacu Yesu Kristo. (Rom. 5:1)*

**Kubaza:** Ukwizera Yesu kuduhindura abaki?

**Kwishura:** *Kuduhindura abana b' Imana, tukaba abaraganwa na Kristo. (Abaroma 8:17, 1 Yohana 3:2)*

### b. Ivyerekeye ukwezwa

***Kubaza:*** Abatsindanishirijwe n' ukwizera, mbega Imana ibagombera iki?

***Kwishura:*** *Igomba ko bezwa. (1 Pet. 1:16; 2 Kor. 7:1; 1 Tes. 4:3)*

***Kubaza:*** Ukwezwa gusobanurwa gute?

***Kwishura:*** *Ni uguhindurwa bashasha twihaye Mpwemu Mweranda, ngo aturongore muri vyose. (2 Kor. 3:18; Ef. 4:23-24; Gal. 5:16-18; 25)*

***Kubaza:*** Mpwemu Mweranda agomba kudufasha ate?

***Kwishura:*** *Agomba kuba mu mitima yacu ngo atuganze mu ngeso zacu zose. (1 Korinto 6:19)*

***Kubaza:*** Mbega ivyamwa vya Mpwemu ni ibihe?

***Kwishura:*** *Ivyo Mpwemu yama ni urukundo, n' umunezero, n' amahoro, n' ukwihangana, n' ukugira neza, n' ingeso nziza, n' ukuba umwizigirwa, n' ubugwaneza, n' ukwirinda. (Gal. 5:22)*

***Kubaza:*** Mpwemu Mweranda tumuronka dute?

***Kwishura:*** *Aza mu mitima yacu tumusavye Imana, kandi twizeye nk' uko Yesu yabidusezeraniye. (Luka 11:13)*

***Kubaza:*** Mbega birashoboka ko tubabaza Mpwemu Mweranda?

***Kwishura:*** *Iyo tutamwumviye, ntidukunde ko aturongora, tuba tumubabaje. (Abanyefeso 4:30)*

### c. Ivyerekeye ugusenga

***Kubaza:*** Gusenga Imana ni iki?

***Kwishura:*** *Ni ukuyibwira ivyo dukeneye, tukayitakambira, bifatanije no gukenguruka. (Flp. 4:6)*

***Kubaza:*** Dukwiye gusenga mw' izina rya nde?

***Kwishura:*** *Dukwiye gusenga mw' izina rya Yesu Kristo, Umwami wacu. (Yohana 14:13-14)*

***Kubaza:*** Igituma tudasenga mw' izina rya Mariya no mu mazina y' Aberanda ni iki?

**Kwishura:** *Ni uko Yesu yatubariye ngo dusenge mw' izina ryiwe gusa, kandi ngo Data wa twese yumva ivyo dusenze mw' izina ryiwe. (Yohana 16:23:24)*

**Kubaza:** Yesu yigishije abigishwa biwe ngo basenge bate?

**Kwishura:** *Yabigishije isengesho rya Data wa twese. (Luka 11:1-4; Matayo 6:9-13)*

**Kubaza:** Isengesho rya Data wa twese ritwigisha iki?

**Kwishura:** *Ritwigisha uburyo bwiza bwo gusenga n' ivyo dukwiye gusaba.*

**Kubaza:** Muri iryo sengesho harimwo ingingo zingahe?

**Kwishura:** *Harimwo ingingo zitandatu, zitatu zivuga ivyerekeye Imana n' icubahiro cayo, zindi zitatu zisigaye zikavuga ivyo dukeneye ubwacu.*

**Kubaza:** Iryo jambo ngo "Izina ryawe ryubahwe" risobanurwa rite?

**Kwishura:** *Ni ukuvuga ngo twipfuza ko abantu bose bomenya Imana bakayubaha. (Zaburi 11:9-10)*

**Kubaza:** Ijambo ngo "Ubwami bwawe nibuze" risobanurwa rite?

**Kwishura:** *Risobanurwa ngo twipfuza ko abantu bose bokwemera kuganzwa n' Imana.*

**Kubaza:** Ubwami bw' Imana ni iki?

**Kwishura:** *Busobanurwa kubiri: uburyo bwa mbere ni ingene Imana iganza imitima y' abantu; ubwa kabiri ni ingene izoganza vyose Yesu amaze kugaruka. (Yohana 18:36; Matayo 25:31)*

**Kubaza:** Ijambo ngo "Ivyo ugomba bibe mw' isi nk' uko biba mw' ijuru" risobanurwa rite?

**Kwishura:** *Risobanurwa ngo twipfuza ko abantu bose bokora ico Imana igomba nk' uko abamarayika bayo bayikorera mw' ijuru.*

**Kubaza:** Ijambo ngo "Uduhe ivyo kurya dukwiranye uyu musi" risobanurwa rite?

**Kwishura:** *Risobanurwa ngo twizeye Imana ko iduha ivyo kudutunga igihe cose. (Matayo 6:31-33)*

**Kubaza:** Ijambo ngo “Uduharire ivyaha vyacu” risobanurwa rite?

**Kwishura:** *Risobanurwa ngo twemeye ko turi abanyavyaha, none tukaba dusavye ikigongwe, kandi natwe ko dukwiye kukigirira abandi. (1 Yohana 1:9; Matayo 6:15)*

**Kubaza:** Ijambo ngo “Ntutujane mu bitwosha nabi” risobanurwa rite?

**Kwishura:** *Risobanurwa ngo tuzi intege nke zacu, tukaba dusavye kuzigamwa, ntihagire icotugirira nabi.*

**Kubaza:** Ijambo ngo “Udukize wa mubi” risobanurwa rite?

**Kwishura:** *Risobanurwa ngo twemeye ko Satani aturusha inkomezi, tukaba dusavye gutabarwa. (Luka 22:3; 1 Petero 5:8)*

**Kubaza:** Ni kuki Imana yemera Satani kutugerageza?

**Kwishura:** *Ni uko kunesha ibitugerageza no gutandukanya ikibi n’ iciza bidutera gukura mu vya Mpwemu. (1 Petero 1:5-7; 1 Korinto 10:13; Yakobo 1:2-3)*

**Kubaza:** Ijambo ngo “Kuko ubwami n’ ubushobozi n’ icubahiro ari ivyawe” risobanurwa rite?

**Kwishura:** *Ni ukuvuga ko tuzi ko Imana dusenga ifise ububasha kandi ko ishobora kuduha ivyo dusavye vyose.*

**Kubaza:** Ibindi bikuru iryo sengesho ritwigisha ni ibiki?

**Kwishura:** *Ritwigisha yuko mu gusenga kwacu dukwiye kubanza gushira umutima ku vyo Imana igomba, ivyacu bigaheruka.*

**Kubaza:** Mbega Imana iratwishura imisi yose ivyo tuyisavye?

**Kwishura:** *Egome, ariko kenshi na kenshi ntitwishura mu buryo twari tuvyiteze.*

**Kubaza:** Yesu yaduhaye akarorero ate k’ ingene twosenga?

**Kwishura:** *Yaravuze, ati: “Ntibibe uko jewe ngomba, yamara bibe uko wewe ugomba.” (Luka 22:42)*

**Kubaza:** Ico dukwiye gukurikiza mu gusenga kwacu ni iki?

**Kwishura:** *Ni ukwemera ko ico Imana igomba gishika muri twebwe no mu bandi bose.*

## 4. Igihimba ca kane

### a. Ukwemera kw' intumwa

**Kubaza:** Ukwemera kw' Intumwa ni iki?
**Kwishura:** *Ni amajambo asukiranije hamwe y' ivyo abakristo bemera.*
**Kubaza:** Ni iki gituma ukwo kwemera kwitwa ukw' Intumwa?
**Kwishura:** *Kwitwa ukw' Intumwa kuko kuvuga ivyo Intumwa za Yesu zigishije.*
**Kubaza:** Ni iki gituma tukwemera?
**Kwishura:** *Ni uko Inama y' Ishengero yabishingiye intahe kera cane, kandi Bibiliya ikemeza ayo majambo yose.*
**Kubaza:** Iri jambo ngo "Nemera" canke "Nizera", risobanurwa rite?
**Kwishura:** *Ni ukuvuga ngo nihaye Imana, Nemera yuko imeze nk' uko Ukwemera kubishingira intahe.*
**Kubaza:** Ni iki gituma twita Imana "Data wa twese"?
**Kwishura:** *Ni uko ari yo yaturemye ikatuzigama, kandi ikatugira abana bayo muri Kristo Yesu. (Ivyak. 17:28; Rom. 8:15-16)*
**Kubaza:** Ayo mazina "Yesu" na "Kristo" asobanurwa ate?
**Kwishura:** *Iryo zina Yesu, ni izina ry' Igiheburayo risobanurwa ngo Umukiza. (Mat. 1:21) Kristo na ryo risobanurwa ngo Uwarobanujwe amavuta, rishingira intahe ko yarobanuriwe igikorwa. (Luka 9:20; Abalewi 8:12; Kuvayo 29:1-9)*
**Kubaza:** Kurobanuzwa amavuta vyari vyerekeye amabanga atatu mw' Isezerano rya Kera. Ni ayahe?
**Kwishura:** *Ni iry' abavugishwa n' Imana, n' iry' abaherezi, n' iry' abami. (1 Abami 19:16; Kuvayo 29:7)*
**Kubaza:** None Yesu yarobanurijwe amavuta ayahe mabanga?
**Kwishura:** *Ni yose, kuko ari Uwuvugishwa n' Imana, akaba Umuherezi n' Umwami.*
**Kubaza:** Yesu ni Uwuvugishwa n' Imana mu buhe buryo?

**_Kwishura:_** _Ni uko yaje kutumenyesha ico Imana itugombera. (Luka 4:18-19)_

**_Kubaza:_** Numuherezi mu buryo ki?

**_Kwishura:_** _Ni uko yitanze ku musaraba ngo akuzeho ivyaha vyacu ukwitanga. (Abaheburayo 7:24-25; 9-11-12)_

**_Kubaza:_** Yesu ni Umwami ate?

**_Kwishura:_** _Ni uko ari we yahawe ububasha bwose mw' ijuru no mw' isi. (Luka 1:32-33; Matayo 28:18; Ivyahishuwe 11:15)_

**_Kubaza:_** Iryo jambo ngo "Yavyawe n' Inkumi Mariya" risobanurwa rite?

**_Kwishura:_** _Ni ukuvuga ko Yesu, naho ari Umwana w' Imana, yemeye kuvyarwa n' umuntu, yambara umubiri nkatwe. (Heb. 2:14-18; 4:15)_

**_Kubaza:_** Mbega Mariya dukwiye kumwubaha?

**_Kwishura:_** _Mu kumwibuka dukwiye kumwubaha, kuko yari inkumi y' intungane Imana yatoye kuba nyina w' Umucunguzi._

**_Kubaza:_** Mbega none twomusenga, canke twomusaba kudufasha?

**_Kwishura:_** _Oyaye, ntitwomusenga na mba, canke ngo tugire ico twomusaba, kuko naho yari intungane, yari umuntu nkatwe nta bubasha afise mw' ijuru bwotuma tumusenga. (Ivyak. 10:25-26; 14:11-18. Ivyah. 22:9; Ef. 2:18, Heb. 10:19-22)_

**_Kubaza:_** Urupfu rwa Yesu rutandukana rute n' urw' abandi bantu?

**_Kwishura:_** _Ni uko mu gupfa kwiwe Imana yamuremetse ivyaha vy' abari mw' isi bose, naho ubwiwe atigeze akora icaha. (Abaheburayo 9:14; 1 Petero 3:18; Yesaya 53:4-6)_

**_Kubaza:_** Mbega Pontiyo Pilato yari umuki, kandi yakora iki?

**_Kwishura:_** _Yari Umuroma, kandi ni we yari Buramatari w' igihugu c' i Yudaya, igihe Yesu yabambwa. (Matayo 27:1-2)_

**_Kubaza:_** Ni kuki tumuvuga mu kwemera kwacu?

**Kwishura:** *Ni ugushingira intahe ivya Yesu, ko tuzi igihe vyabaye, atari imigani gusa.*

**Kubaza:** Ukuzuka kwa Yesu kutwigisha iki?

**Kwishura:** *Kutwigisha ko ari Umwana w' Imana; kandi ko Imana yemeye ko ukwitanga kwiwe ari kwo kwadukuyeko ibicumuro. (Ivyak 2:24; Rom. 1:4; Heb. 9:11-14; 10:12-14)*

**Kubaza:** Ikindi ukuzuka kwiwe kutwigisha ni igiki?

**Kwishura:** *Kutwigisha ko natwe tuzozuka nka we ku musi w' iherezo. (1 Korinto 15:20-23)*

**Kubaza:** Mbega ubu Yesu ari hehe?

**Kwishura:** *Ari mw' ijuru, ni we Nyene ububasha bwose mw' ijuru no mw' isi; kandi ari kumwe natwe, kuko aba mu mitima yacu. (Abanyefeso 1:20-23; 3:17; Matayo 28:18, 20)*

**Kubaza:** Mbega ubu Yesu akora iki?

**Kwishura:** *Atwamizako amaso, aradusabira, kandi ariko araduteguririra aho tuzoba mu gihe kizoza (1 Yohana 2:1; Yohana 14:12)*

**Kubaza:** Mbega aho Yesu azogarukira azokora iki?

**Kwishura:** *Azocira imanza abantu bose. (Mat. 25:31, 46, Yoh. 5:22)*

**Kubaza:** Mpwemu Mweranda ni iki?

**Kwishura:** *Ni umufasha Yesu yadusezeraniye ko azoturungikira, ni we wa gatatu mu Butatu Bweranda bw' Imana. (Yohana 14:16-17; 16:13-15)*

**Kubaza:** Mpwemu Mweranda adufasha ate?

**Kwishura:** *Atwemeza ivyaha twakoze, akatumenyesha ibikorwa vya Yesu. (Yohana 16:8-14)*

**Kubaza:** Ibindi Mpwemu Mweranda adukorera ni ibiki?

**Kwishura:** *Aduhishurira uko Bibiliya isobanurwa, akaturongora imisi yose, kandi akaduha ububasha bwo kunesha inyosha mbi.*

**Kubaza:** Iryo jambo ngo "Ishengero" risobanurwa rite?

**Kwishura:** *Ishengero ni abizeye Yesu vy' ukuri bose. (1 Kor 1:2; Kolosayi 1:24-27)*

**_Kubaza:_** Mbega ijambo “Katolika” risobanurwa ngw’ iki?

**_Kwishura:_** _Risobanurwa ngo ikintu kiboneka mw’ isi yose, rero Ishengero Katolika ni ukuvuga Ishengero ry’ Abakristo bo mw’ isi bose._

**_Kubaza:_** Mbega Ishengero ry’ ab’ i Roma ko baryita Katolika ni ukuvuga Ishengero ry’ Abakristo bo mw’ isi bose?

**_Kwishura:_** _Oyaye, kuko hariho Abakristo benshi batari muri ryo._

**_Kubaza:_** Izina iryo Shengero ryabo rikwiye kwitwa ni irihe?

**_Kwishura:_** _Rikwiye kwitwa Ishengero ry’ i Roma._

**_Kubaza:_** Mbega Ishengero ryacu na ryo ni Ishengero Katolika?

**_Kwishura:_** _Egome, kuko Ishengero ryacu ari urugingo rumwe rw’ Ishengero Katolika, ari ryo ry’ Abakristo bose. Abizeye Yesu Kristo vy’ ukuri bose bari mw’ Ishengero Katolika._

**_Kubaza:_** Aberanda ni abahe?

**_Kwishura:_** _Ni abizeye Yesu vy’ ukuri. (1 Korinto 1:2)_

**_Kubaza:_** Iryo jambo ngo “Umubano mwiza w’ aberanda” risobanurwa rite?

**_Kwishura:_** _Ni ukuvuga ko abizeye Yesu bafise ubumwe, bakagira Umwami umwe, n’ ukwizera kumwe, n’ umuryango umwe. (1 Yohana 1:3, 1 Korinto 12:12-17)_

**_Kubaza:_** Kuvuga ngo “Nemera yuko hariho guharirwa ivyaha” bisobanurwa bite?

**_Kwishura:_** _Bisobanurwa ngo nemera ko Imana iduharira ivyaha vyacu iyo twihanye, tukizera Yesu yapfiriye abanyavyaha. (Abaroma 4: 6-8; 23-25)_

**_Kubaza:_** Ni kuki twizera ko tuzozuka?

**_Kwishura:_** _Ni uko Yesu Kristo yazutse, kandi yavuze, ati: “Ni jewe kuzuka n’ ubuzima”. Ati: “Uwunyizera n’ iyo yoba yarapfuye azobaho.” (Yohana 11:25)_

**_Kubaza:_** Bibiliya igereranya ukuzuka kw’ umubiri n’ iki?

**_Kwishura:_** _Ikugereranya n’ akabuto kabibwe mw’ ivu kakabora, hanyuma kakamera. (1 Korinto 15:35-38)_

### 5. Igihimba ca gatanu

#### a. Amasakaramento

***Kubaza:*** Isakaramento ni iki?

***Kwishura:*** *Isakaramento ni umugenzo w' Ishengero, washinzwe na Yesu ubwiwe, kandi uduhesha umuhezagiro.*

***Kubaza:*** Yesu yashinze amasakaremento angahe?

***Kwishura:*** *Yashinze abiri: Ukubatizwa n' Isangira ryeranda ry' Abakristo.*

***Kubaza:*** Isakaramento rifise ibihimba bingahe?

***Kwishura:*** *Rifise bibiri: kimwe ni ikintu kibonwa n' amaso, ari amazi, canke umukate n' umuvinyu; ica kabiri ni ikintu kitabonwa n' amaso, ari wo muhezagiro wo mu mutima.*

***Kubaza:*** Isakaramento rivyura ukwizera kwacu rite?

***Kwishura:*** *Ni uko iyo duhawe ca gice caryo kibonwa n' amaso, kitugerereraniriza ingabire Imana yadusezeraniye, ari wo wa muhezagiro wo mu mutima.*

#### b. Ukubatizwa

***Kubaza:*** Yesu Kristo igihe yatuma abigishwa biwe kuja mu mahanga yose, yababwiye gukora iki?

***Kwishura:*** *Yaravuze, ati: "Nuko Nimugende, muhindure amahanga yose abigishwa, mubabatiza mw' izina rya Data wa twese n' iry' Umwana n' irya Mpwemu Mweranda." (Mat. 28:19; Mrk. 16:15-16)*

***Kubaza:*** Ikintu kibonwa n' amaso mu kubatizwa ni ikihe?

***Kwishura:*** *Ni amazi umuntu abatirishwa.*

***Kubaza:*** Umuhezagiro wo mu mutima ayo mazi atugerereraniriza ni uwuhe?

***Kwishura:*** *Ni ukwozwa ivyaha n'ukuvyarwa ubwa kabiri. (Rom. 6:3-4; 1 Petero 3:21)*

***Kubaza:*** Ni iki gituma dukwiye kuvyarwa ubwa kabiri?

**Kwishura:** *Ni uko twavyariwe mu vyaha tukavukana akameremere kavyo, bituma turi abo kurakirwa n' Imana. Iyo tuvyawe ubwa kabiri duhinduka abo kugirirwa ubuntu.*

**Kubaza:** Mbega ukubatizwa ni kwo kuduhesha kuvyarwa ubwa kabiri?

**Kwishura:** *Oyaye, tubiheshwa n' ukwihana vy' ukuri, tukizera Yesu Kristo; ukubatizwa ni ukuronka ikimenyetso n' ingwati vy' uko twavutse ubwa kabiri.*

**Kubaza:** None ukubatizwa kutumarira iki?

**Kwishura:** *Mu kubatizwa kwacu dushinga intahe imbere y' Ishengero ko twihanye, kandi ko twizeye tugahabwa ikimenyetso cemeza ko Imana yatwakiriye.*

**Kubaza:** Abagomba kubatizwa bakwiye kumera bate?

**Kwishura:** *Bakwiye kuba abihanye vy' ukuri, kandi bizeye Yesu.*

**Kubaza:** Iryo jambo ngo "Ubuzima budahera" risobanurwa ngw' iki?

**Kwishura:** *Ni ubuzima bushasha abizeye bahabwa, buzokwamaho ibihe n' ibihe, umubiri umaze gupfa.*

**Kubaza:** Ubwo buzima bwamaho tuburonka ryari?

**Kwishura:** *Tuburonka umusi twizeye Yesu. (Yohana 3:36)*

**Kubaza:** Abadafise ubwo buzima buhoraho bazomera bate?

**Kwishura:** *Bazokwirukanwa bave imbere y' Imana, ni kwo kuranduka. (Matayo 25:41)*

**Kubaza:** None ni iki gituma babatiza abana batazi ukwihana n' ukwizera ico ari co?

**Kwishura:** *Ni uko abavyeyi babo baba bizeye, bituma rero bashobora kubarera nk' uko bibereye Abakristo.*

**Kubaza:** Mbega ukubatizwa kw' abana batoya kurabahesha ubuzima buhoraho?

**Kwishura:** *Abana ubwabo bategerezwa gushitsa amasezerano ababemereye babasezeraniye. Nta wukizwa n' umugenzo gusa.*

**Kubaza:** None uwutabatijwe yoshika mw' ijuru?

**Kwishura:** *Egome cane, kuko dukizwa n' ukwizera Yesu kwonyene nk' uko tubona vyagendeye wa mwambuzi*

*ku musaraba. (Luka 23:43) Ukubatizwa ni ugushingira intahe ukwo kwizera tugahabwa ikimenyetso c' uko tuvutse ubwa kabiri.*

**Kubaza:** Ni iki gituma abantu bose bakwiye kwizera Yesu?

**Kwishura:** *Ni uko Imana ari yo yabidutegetse, kandi ni uko ari vyo biduhesha amahoro mu gihe ca none, no mu gihe kizoza tumaze gupfa. (Yohana 6:29; 1 Timoteyo 4:8)*

## c. Gusangira kw' abakristo ku Meza y' Umukama wacu

**Kubaza:** Ni uwuhe musi Yesu yatanguje ivy' ugusangira kw' Abakristo?

**Kwishura:** *Ni umusi bwaca adupfira ku musaraba, aho yasangira ivya Pasika n' Abigishwa biwe. (Mat. 26:20-29; 1 Kor. 11:23-26)*

**Kubaza:** Ni kuki Abayuda bafise umugenzo wo kuziririza Pasika?

**Kwishura:** *Ni uko Imana yabibategetse ngo bibuke ingene bavuye mu rupfu no mu buja bwa Farawo umwami wo muri Egiputa. (Kuvayo 12:2-14:29-30)*

**Kubaza:** Ni kuki Yesu yashinze Ugusangira kw' Abakristo?

**Kwishura:** *Ni ukugira ngo abakristo bame bibuka uko yababereye Umwagazi w' intama wa Pasika, wabatangiwe ku musaraba ngo ubakize urupfu n' ubuja bw' ivyaha. (Luka 22:17-20)*

**Kubaza:** Mbega Ugusangira kw' Abakristo ni icibutso gusa?

**Kwishura:** *Oyaye, abasangiye bizeye Yesu vy' ukuri kubahesha imihezagiro ikomoka ku musaraba wiwe.*

**Kubaza:** Iyo mihezagiro ikomoka ku musaraba wa Yesu ni iyihe?

**Kwishura:** *Ni uguharirwa ivyaha n' ukugumya ukwizera.*

**Kubaza:** Ni ibihe bintu bikuru bikoreshwa mu Gusangira kw' Abakristo?

**Kwishura:** *Ni umukate n' umuvinyu.*

**Kubaza:** Umukate n' umuvinyu bitwibutsa iki?

**Kwishura:** *Umukate utwibutsa umubiri wa Yesu yadutangiye, umuvinyu utwibutsa amaraso yiwe yavuye kubwacu.*

**Kubaza:** Ivyo bintu bibiri bitugereraniriza iki?

**Kwishura:** *Bitwereka yuko ubuzima bwacu butungwa no kwakira Yesu mu mitima yacu mu buryo bwo kumwizera, nkuko imibiri yacu itungwa no kurya no kunywa.*

**Kubaza:** Mbega none uwo mukate n' uwo muvinyu bica bihinduka umubiri wa Yesu n' amaraso yiwe?

**Kwishura:** *Oyaye, umukate n' umuvinyu ntibihinduka; bitubera umubiri wiwe n' amaraso yiwe mu buryo bwo kwizera gusa.*

**Kubaza:** Mbega iyo dusangira ku Meza y' Umwami wacu dukwiye kuba tumeze dute mu mitima?

**Kwishura:** *Dukwiye kuza ku Meza yiwe twihanye, twizeye ko amaraso yiwe ashobora kutwoza ivyaha vyose, kandi tugashimira Imana ubuntu bwayo.*

**Kubaza:** Ku bagenzi bacu ho, dukwiye kumera dute?

**Kwishura:** *Dukwiye kugira umutima uharira abandi, tudafise inzigo canke urwanko.*

**Kubaza:** Tumaze kuronka iryo sakaramento, dukwiye kumera dute mu mitima?

**Kwishura:** *Dukwiye kwumva ko turushirije gukunda Imana no kuyihimbaza, kandi no kugiriranira ubumwe n' abandi bakristo bagenzi bacu.*

**Kubaza:** Mbega Gusangira kw' Abakristo kwerekana inzira y' agakiza gute?

**Kwishura:** *Paulo yavuze, ati: "Uko murya uwo mutsima kandi uko munywera kuri ico gikombe, muba mumenyekanisha urupfu rw' Umwami wacu, kugeza aho azozira." (1 Korinto 11:26)*

## 6. Igihimba ca gatandatu

### a. Ingeso zikwiranye n' umukristo

**Kubaza:** Ikintu gikuru umukristo yarambitsweko ibiganza akwiye gukora ni ikihe?

**Kwishura:** *Ni ugukwiza ubutumwa bwiza bw' agakiza uko ashoboye kwose. (1 Korinto 9:16-17)*

**Kubaza:** Mbega yotangura ate kubukwiza hose?

**Kwishura:** *Yokwerekana ingeso nziza z' ubukristo ko Yesu yamukijije vy' ukuri.*

**Kubaza:** Vuga ubundi buryo bwo gukwiza Ubutumwa.

**Kwishura:** *Ni ugusobanurira abandi inzira y' agakiza.*

**Kubaza:** Vuga ingene twofasha igikorwa c' Imana ngo kije imbere.

**Kwishura:** *Ni ugutanga amashikanwa ku vyo Imana yaduhaye, tugatanga uko dushoboye kwose.*

**Kubaza:** Ibiduhesha ubuntu bw' Imana ni ibiki?

**Kwishura:** *Ni ugusenga twiherereye, no gusoma Bibiliya, no gukoranira mw' isengero, no kuja ku Meza y' Umwami wacu.*

**Kubaza:** Dukwiye gusenga Imana ryari na ryari?

**Kwishura:** *Ni igihe ico ari co cose iyo turonse akaryo, ariko cane cane iyo tuvyutse mu gatondo, bo no mw' ijoro tugira turyame.*

**Kubaza:** Dukwiye gusoma Bibiliya ryari na ryari?

**Kwishura:** *Dukwiye kuyisoma imisi yose tudasiba.*

**Kubaza:** Twoyisoma mu buryo buhe?

**Kwishura:** *Twoyisoma turongowe n' "Umusomyi wa Bibiliya", canke twoyisoma dukurikiranije ibitabo vyose biri muri yo.*

**Kubaza:** Mbega dukwiye kuja ku Meza y' Umwami wacu ryari na ryari?

**Kwishura:** *Dukwiye kujayo imisi yose ku w' Imana, namba uburyo bubonetse, ariko ntihagire ukwezi dusiba.*

**_Kubaza:_** Ico umukristo akwiye gutumbera mu buzima bwiwe ni iki?

**_Kwishura:_** *Ni ukwibuka ko atari we yiganza, kuko yaguzwe igiciro, ari co maraso ya Yesu. (1 Korinto 6:19-20)*

## XXI. INGINGO Z’ IVYO TWIZERA.

**Ingingo ya 1**: **Ivyo kwizera Ubutatu Bweranda**

Hariho Imana imwe rudende, Imana nzima kandi y’ ukuri, ihoraho, idafise umubiri, idashobora gucagagurwamwo ibice, kandi itaganzwa n’ akameremere k’ umuntu. Ubushobozi bwayo, n’ ubwenge no kugira neza kwayo ni ntangere. Ni yo Muremyi kandi Muzigamyi w’ ibintu vyose: ibiboneka n’ ibitaboneka. Kandi hariho Abaperesona batatu bagize iyo Mana mu bumwe, basangiye akameremere n’ ubushobozi kandi bose bazokwamaho imyaka yose, na bo ni Data wa twese, Umwana, na Mpwemu Mweranda.

**Ingingo ya 2:** **Ivya Jambo w’ Imana, ari we Mwana wayo yigize umuntu nya muntu**

Umwana w’ Imana, we Jambo w’ Imana Data wa twese, uwo yavyawe n’ Imana mbere na mbere hose, ni Imana nyakuri, ihoraho, kandi afise akameremere nk’ aka Data wa twese, yambikiwe umubiri mu nda y’ Inkumi Mariya nyaguhezagirwa, kandi asangira akameremere na we, ku buryo yuko yari afise kameremere zibiri: iyo kuba umuntu nya muntu n’ iyo kuba Imana nya Mana koko, ku buryo zose zafatanirijwe hamwe mu muntu umwe zidashobora gutandukana ukundi, ari zo zavuyemwo Kristo umwe; afatanije kuba Imana nyakuri no kuba umuntu nya muntu; yababajwe vy’ ukuri, abambwa ku musaraba, arapfa, arahambwa kugira ngo atwuzuze n’ Imana Se, kandi ngo abe ikimazi kitari ico gutangirwa icaha abantu bavukana gusa, ariko ngo kibe n’ ic’ ivyaha abantu bakora muri iki gihe.

**Ingingo ya 3**: **Ivyo Kumanuka kwa Kristo aja i kuzimu**

Nkuko twemera ko Kristo yadupfiriye, agahambwa, ni ko kandi dukwiye kwemera ko yamanutse i kuzimu mu bapfuye.

**Ingingo ya 4**: **Ivyo Kuzuka kwa Yesu Kristo**

Ni ivy' ukuri Yesu Kristo yarazutse mu bapfuye afise umubiri w' inyama n' amagufa n' ibindi vyose bikwiye ku mubiri w' Umuntu, uwo mubiri nyene ni wo yaduganye aja mw' Ijuru, kandi none aho ni ho avyagiye gushika aho azogarukira gucira abantu bose imanza ku musi w' iherezo.

**Ingingo ya 5**: **Ivya Mpwemu Mweranda**

Mpwemu Mweranda akomoka kuri Data wa twese no ku Mwana, afise akameremere kamwe n' aka Data wa twese n' ak' Umwana, afise icubahiro n' ubuninahazwa nk' ivy' abo, ni Imana nyakuri kandi ihoraho.

**Ingingo ya 6: Ivy' uko Ivyanditswe Vyeranda birimwo ibikwiye vyose vyo kudushitsa ku Gakiza**

Ivyanditswe Vyeranda birimwo ibintu vyose bikenewe vyo kudushitsa ku gakiza. Ni co gituma ata kindi kintu na kimwe umuntu akwiye kugobererwa kwizera canke ngo abwirwe ko gihambaye, coba urufatiro rw' Ukwizera kwiwe, igihe kitaboneka muri ivyo Vyanditswe Vyeranda canke bitagishingira intahe. Iyo tuvuze Ivyanditswe Vyeranda tuba tuvuze ibitabo vyemewe (Canoniques) vyo mw' Isezerano rya Kera n' ivyo mw' Isezerano Rishasha, Ibitabo Ishengero ritigeze gukekeranya ko bifise ubushobozi buva ku Mana.

**Amazina n' igitigiri c' ivyo bitabo vyemewe ni ibi:**

1) Itanguriro
2) Kuvayo
3) Abalewi
4) Guharura
5) Gusubira mu Vyagezwe
6) Yosuwa
7) Abacamanza
8) Rusi
9) 1 Samweli
10) 2 Samweli
11) 1 Abami
12) 2 Abami
13) 1 Ngoma
14) 2 Ngoma
15) Ezira
16) Nehemiya
17) Esiteri
18) Yobu
19) Zaburi
20) Imigani
21) Umusiguzi
22) Indirimbo
23) Yesaya
24) Yeremiya
25) Gucurintimba
26) Ezekiyeli
27) Daniyeli
28) Hoseya
29) Yoweli
30) Amosi
31) Obadiya

32)Yona
33)Mika
34)Nahumu
35)Habakuki
36)Zefaniya
37)Hagayi
38)Zekariya
39)Malaki

Ibitabo vyo muri Kanoni ni ibitabo vyemewe n' Inama Nkuru y' Ishengero yabaye mu mwaka wa 397 A.D.

Hariho n' ibindi bitabo Ishengero risoma (nk' uko Yoronimu yavuze) kugira ngo bihe abantu akarorero k' ivyo bakwiye gukora, bibigishe ingeso nziza. Ariko Ishengero ntiribifata ku rugero rumwe n' ivyo muri Kanoni.

**Ivyo bitabo ni ibi:**

1) 3 Ezira
2) 4 Ezira
3) Tobiya
4) Yudita
5) Ivyongewe ku gitabo ca Esiteri
6) Ubwenge bwa Salomo
7) Yesu mwene Siraki
8) Baruki umuhanuzi
9) Indirimbo y' abana batatu
10) Inkuru za Suzana
11) Inkuru za Belu n' Ikiyoka
12) Gusenga kwa Manase
13) 1 Abamakabeyo
14) 2 Abamakabeyo

Ibitabo vyo mw' Isezerano Rishasha vyemerwa n' abandi bakristo tuvyemera vyose kandi twemera yuko vyavuye ku Mana.

**Ingingo ya 7: Ivy' Isezerano rya Kera**

Isezerano rya Kera ntirihushanya na Rishasha; kuko ayo Masezerano yompi yemeza yuko ubuzima budahera abantu baburonkera muri Kristo Yesu, we Muhuza wenyene rudende, ahuza Imana n' abantu kukw' asangiye kuba Imana no kuba umuntu. Ni co gituma tudakwiye kwemera abatubesha ngo basogokuruza bo mu gihe c' Isezerano rya Kera bari biteze amasezerano y' igihe gito gusa. Naho Amabwirizwa Mose yahawe n' Imana Abakristo badategerezwa kuyagenza nk' uko vyari bimeze ku bijanye n' Ibirori bo n' Imigenzo yayo, kandi naho ata leta n' imwe y' iki gihe itegerezwa kuyisunga mu gushinga amategeko ngengabihugu; ariko nta Mukristo n' umwe ashobora kwirengagiza kwumvira ivy' ayo mabwirizwa ya Mose kuko avuga ivy' ukwitwara neza kw' abantu.

**Ingingo ya 8**: **Ivy' Ukwemera**

Dutegerezwa kwakira kandi tukemera rwose ibiri mu vy' Ukwemera kw' i Nike, n' ibiri mu vyo dusanzwe twita Ukwemera kw' Intumwa; kuko bishingirwa intahe n' ububasha ntahinyuzwa buvuye mu Vyanditswe Vyeranda.

**Ingingo ya 9**: **Ivy' Icaha c' Akameremere**

Icaha c' akameremere si ugukurikiza Adamu (nk' uko abangushi ba kera bitwa Abapelajiyo bavuze), ariko ni kameremere mbi n' ukwononekara kwa Kamere y' umuntu; muri kama kiwe akomoka kuri Adamu, ivyo na vyo bigatuma abantu baba kure cane y' ukugororoka Adamu na Eva bari bafise bataracumura, kandi kubw' iyo kamere nyene yiwe, umuntu yamogoreye gukora ibibi, ku buryo bw' uko umubiri wama wipfuza ibinyuranye n' ivyo umutima wipfuza; kandi kubera ico caha, umuntu wese avukira mw' isi, aba uwo kurakirwa n' Imana n' ugucirwako iteka. Kandi no ku bavyawe ubwa kabiri, uko kwandura kwa kameremere kugumaho; ni co gituma ukwipfuza kw' umubiri, ukwo bita mu Kigiriki φρονημα

σαρκος kutemera kuganzwa n’ Amabwirizwa y’ Imana. Kandi naho ata gucirwako iteka ku bizeye kandi bakabatizwa, ariko Intumwa Paulo aremanga yuko kwipfuza kubi no kudahazwa n’ ivyo ufise bikomoka ku muzi w’ icaha.

**Ingingo ya 10**: **Ivy’ Uguhitamwo neza kubw’ ubuntu**

Kuva Adamu amaze gucumura, abantu bose bavukana kameremere ituma naho bogomba gukora ivyiza batabishobora. Kubw’ ivyo ntibashobora kwikiza ubwabo no kwizera Imana no kuyihimbara. Ni co gituma tudashobora gukora ibikorwa vyiza, bishimwa n’ Imana, kiretse dushitsweko n’ ubuntu bwayo butangirwa muri Kristo, kugira ngo dushobore guhitamwo neza, kandi ubwo buntu ntibushobora kudukoreramwo tudafise ukwo gushaka guhitamwo neza.

**Ingingo 11**: **Ivy’ uburyo bwo gutsindanishirizwa**

Ukwizera ni kwo kuduhesha guharurwa nk’ abagororotsi, tugatsindanishirizwa imbere y’ Imana atari ku bw’ ibikorwa vyacu na mba ariko ari kubw’ ibikorwa vy’ Umwami n’ Umukiza wacu Yesu Kristo. Ni co gituma abigisha ko dutsindanishirizwa no kwizera gusa, baba bigishije neza cane kandi bigira akamaro kenshi bigahumuriza abantu (nk’ uko bivugwa mu majambo menshi yo mu nyigisho zo gutsindanishirizwa).

**Ingingo ya 12**: **Ivy’ Ibikorwa vyiza**

Ibikorwa vyiza, naho ari ivyamwa vy’ Ukwizera kandi bikurikira Ugutsindanishirizwa, ntibishobora kudukurako ivyaha, kandi ntibishobora kugabanya uburemerezi bw’ urubanza Imana ica, ariko Imana ivyemera kandi biyihimbara kubwa Kristo, kandi ivyo bikorwa bituruka ku Kwizera kuzima kandi kw’ ukuri; ku buryo ubonye ivyo bikorwa ushobora kubona ahari Ukwizera kuzima nka kurya igiti kimenyekanira ku vyo camye.

**Ingingo 13**: **Ivy’ Ibikorwa vy’ Abataratsindanishirizwa**

Ibikorwa vy’ umuntu atarakira ubuntu bwa Kristo akabikora adasunitswe na Mpwemu Mweranda, ntibihimbara Imana kuko

bitaba bikomoka ku kwizera Yesu Kristo; kandi ntibinatuma abantu bakira ubuntu bw' Imana. Kubera ko ibikorwa bene ivyo bitaba bikorwa nk' uko Imana igomba kandi hisunzwe Amabwirizwa yayo, ntidukekeranya yuko biba bifise akamere k' icaha.

**Ingingo ya 14: Ivy' Ibikorwa birenze ivyemerwa**

Kwigisha yuko umuntu yoshobora gukora ibirengeye Amabwirizwa y' Imana abikoreshejwe n' umutima ukunze (ni vyo bita ibikorwa birenze ivyemerwa) kurimwo ubwibone no kutubaha Imana; kuko abigisha batyo baba bavuze yuko badakorera Imana rwose ivyo bari bakwiye gukora. Ariko Kristo yavuze icese, ati: "Ni mwaheza gukora ivyo mwategetswe vyose, muvuge, muti: Turi abagurano b' imburakimazi, twakoze ivyo dukwiye gukora gusa." *(Luka 17:10)***.**

**Ingingo ya 15: Ivy' uko Kristo ari we wenyene atigeze gukora icaha**

Kugira ngo Yesu Kristo agire kamere y' umuntu nya muntu vy' ukuri, yishushanije natwe muri vyose, kiretse ko we atigeze akora icaha na kimwe kiba ic' umubiri canke ico mu mutima. Yazanywe mw' isi no kuba Umwagazi w' intama utagira agasembwa canke inenge, hanyuma amaze kwitangako ikimazi, we nyene ubwiwe rimwe rizima, yategerezwa gukuraho ivyaha vy' abari mw' isi; kandi nk' uko Yohana Mweranda yavuze, ati: "Nta caha kiri muri we." *(1 Yoh. 3:5)* Ariko abandi twese naho twabatijwe tukavyarwa ubwa kabiri muri Kristo ducumura muri vyinshi, kandi "Tuvuze yuko ata caha dufise tuba twizimiza, ukuri ntikuba kuri muri twebwe". *(1 Yohana 1:8)*

**Ingingo ya 16: Ivy' ivyaha vyakozwe n' umuntu inyuma yo kubatizwa**

Icaha gihambaye cose, gikozwe n' ibigirankana n' uwabatijwe ntidukwiye kugiharura ko ari icaha co gucumura kuri Mpwemu Mweranda, kandi ko kidashobora guharirwa. Ni co gituma tudakwiye kuvuga yuko abaguye mu vyaha bamaze kubatizwa batagishobora kwihana. Naho twoba twaramaze guhabwa Mpwemu Mweranda, birashoboka ko tuva mu buntu twahawe,

tukagwa mu vyaha. ariko kandi, kubw' ubuntu bw' Imana tukongera tukavyuka, tugahaguruka, tukagendana ingeso nshasha nziza. Ni co gituma abavuga yuko badashobora gusubira gukora icaha na mba kandi bakiri muri iyi si, canke bagahakana ko atagusubira guharirwa ivyaha ku bihanye vy' ukuri, bakwiye gutsindwa n' urubanza.

**Ingingo ya 17**: **Ivyo Imana yageneye umuntu wese ikabimutoraniriza atarabaho**

Kuva mbere na mbere Imana yateguriye abantu Ubuzima buhoraho. Ni co catumye yigira inama tutazi, kuva isi itararemwa, yo gukiza abo yatoranije muri Kristo ngo ibakureko umuvumo no gucirwako iteka, ibazanire guheshwa na Kristo agakiza kadahera nk' ibibumbano vyabumbiwe icubahiro. Ni co gituma, abaronse iyo ngabirano iruta izindi y' Imana, bahamagarwa na Mpwemu wayo Mweranda, abakoreramwo mu gihe gikwiye nk' uko Imana yabigabiye. Baheshwa n' ubuntu bwayo kwitaba; baratsindanishirijwe ku buntu; babaye abana b' Imana; bafashe ishusho y' Umwana wayo w' ikinege Yesu Kristo, bubahisha Imana ugukora ibikorwa vyiza; kandi kubw' imbabazi z' Imana, bazohabwa ubuhirwe buhoraho.

Nk' uko hamwe twiyumviriye ivyo Imana yatugeneye vyeranda, kandi tukongera tukiyumvira Ugutoranywa kwacu muri Yesu Kristo, harimwo uguhumurizwa kwiza cane, kubereye kandi kutagira uko umuntu yokuvuga ku bantu bubaha Imana, bo no ku biyumvamwo ko Mpwemu wa Kristo akorera muri bo, akica ibikorwa vy' umubiri n' ingingo zavyo zo mw' isi, kandi agatuma bagira ivyiyumviro vyitwararika ibintu birengeje vyo mw' ijuru, ni ko uko kwiyumvira gushiraho kandi kugashimangira ukwizera bafise mu Gakiza k' imyaka yose, ako bakwiye kunezererwa kubwa Yesu Kristo, gutyo kandi kakabafasha kuvugutira urukundo rurengeje tugirira Imana:

Ahandi na ho, ku bantu bama bashaka kurongorwa kandi bakaganzwa na kameremere y' umubiri, batagira Mpwemu wa Kristo, bibabera umutego uhambaye, uwo Satani akoresha mu kubasunikira mu kwihebura, canke mu kubasunikira mu kuba mu

vyaha bikomeye, biteye isoni vy’ ubuyobe; ubwo buzima akaba atari bwo bworoshe gusumba ukwihebura, mu gihe bama babona ko imbere yabo hari ubuzima butagira ivyizigiro.

Mbere dukwiye kwemera ivy’ Imana yasezeranye nk’ uko tubisoma mu Vyanditswe Vyeranda; kandi no mu vyo dukora, dukwiye gukurikiza ivyo Imana igomba nk’ uko twabihishuriwe neza mw’ Ijambo ryayo.

**Ingingo ya 18: Ivy’ uko Izina rya Yesu Kristo ari ryo ryonyene riduhesha Agakiza kadahera**

Baravumwe abahangara kuvuga bati: Umuntu wese azokizwa n’ Amabwirizwa canke inyigisho z’ utudumbidumbi tw’ Idini bo bemera, ku buryo bw’ uko bategerezwa gutunganya ubuzima bwabo bakurikije uko ayo Mabwirizwa avuga no mu muco w’ Ivyaremwe; kuko Ivyanditswe Vyeranda bitubwira Izina rimwe rudende rya Yesu Kristo, ko ari ryo ryonyene ryahawe abantu bakwiye gukirizwamwo.

**Ingingo ya 19: Ku vy’ Ishengero**

Ishengero riboneka rya Kristo ni ikoraniro ry’ abizera, aho Ijambo ry’ Imana ritavanze rishikiririzwa, kandi ni aho Amasakaramento atangirwa mu buryo bubereye, buhuza n’ icagezwe ca Kristo, ibintu bikenewe muri yo bakabirangura vyose.

Nk’ uko Ishengero ry’ i Yerusalemu, n’ iryo muri Alekisandiriya, n’ iryo muri Antiyokiya atahuvye mu vy’ imigenzo gusa n’ uburyo bagira Ibirori, ariko agahuba no mu vyo Kwizera nyakuri, ni ko n’ iry’ i Roma na ryo ryahuvye, atari mu buryo bw’ imigenzo no mu buryo bagira ibirori bwabo gusa, ahubwo no mu vyo bizera na vyo.

**Ingingo ya 20: Ivy’ Ububasha bw’ Ishengero**

Ishengero rirafise ububasha bwo gushinga Imigenzo canke Imigirwa; kandi rirafise n’ ububasha bwo gutatura abantu banyuranije ku vy’ Ukwizera; ariko rero Ishengero ntiryemerewe gutegeka ikintu na kimwe kinyuranya n’ uko Ijambo ry’ Imana risanzwe ryanditswe. Kandi ntirishobora gusigura igice co mu

Vyanditswe Vyeranda ku buryo kinyuranya n' ikindi gice. Kandi ikindi, naho ari ryo cabona co kwemeza Ivyanditswe Vyeranda kandi umuzigamyi wavyo, Ishengero ntirishobora gutegeka ikintu na kimwe kinyuranya na vyo canke ngo rihatire abantu kwizera ikintu na kimwe, ico ari co cose, ngo ni co gikenewe kugira ngo bakizwe kitavuye mu Vyanditswe Vyeranda.

**Ingingo ya 21**: **Ivy' Ububasha bw' Inama Nkuru z' Abakristo bo kw' isi yose**

Nta Nama Nkuru y' Abakristo bo mw' isi yose ishobora gukorana abaganza ibihugu batavyemeye ngo babitegeke. Abo muri izo Nama iyo bakoranye bashobora guhuba (kandi rimwe-rimwe barahuba rwose mbere no mu vy' Imana kuko baba ari ikoraniro ry' abantu buntu kandi si bose barongorwa na Mpwemu Mweranda n' Ijambo ry' Imana). Nuko rero ivyemejwe na bene izo Nama ngo ni vyo vya nkenerwa ku Gakiza, ntibiba bifashe na mba kandi nta n' ububasha biba bifise na gatoya kiretse vyemejwe ko vyakuwe mu Vyanditswe Vyeranda.

**Ingingo ya 22: Ivya Purigatori**

Inyigisho z' Ishengero ry' i Roma zerekeye ivy' i Purigatori, n' ivy' uguharirwa ivyaha na Papa, n' ivyo gusenga amashusho n' ibintu Aberanda ba kera bakoresheje, n' ivyo kwambaza aberanda ngo badusabire, n' ibindi bitagira mvura; ivyo vyose ni ubupfu vyashizweho mu binyoma, kandi ntibishimikiye ku bubasha na bukeya buva mu Vyanditswe Vyeranda ahubwo binyuranya n' Ijambo ry' Imana.

**Ingingo ya 23: Ivyo kugabura ivy' Imana mw' Ishengero ryayo**

Amategeko ntiyemera yuko umuntu yiha igikorwa co gusigurira Ijambo ry' Imana abantu mu makoraniro canke ico gutanga Amasakaremento mw' Ikoraniro ry' abantu b' Imana, atabirobanuriwe ngo atumwe kubikora nk' uko amabwirizwa abitegekanya. Abo dukwiye kwemera yuko bahamagariwe ico gikorwa kandi batumwe, yuko bakirobanuriwe bakagihamagarirwa

bikurikije amategeko, ni abo baba bashikirijwe ayo mabanga n' abantu baba barabiherewe ububasha n' Ishengero ku mugaragaro bwo guhamagara no gutuma Abakozi b' Umukama mu ruzabibu rwiwe.

**Ingingo ya 24: Ivyo kuvugira mw' ikoraniro ry' Imana mu rurimi abantu batahura**

Gusengera hamwe mw' Ishengero, canke gutanga Amasakaramento mu rurimi abantu bose batumva, ni ikintu kinyuranye rwose cane n' Ijambo ry' Imana kandi kinyuranye n' imigenzo y' Ishengero ryo mu gihe ca mbere.

**Ingingo ya 25: Ivy' Amasakaramento**

Amasakaramento yashinzwe na Kristo si ibimenyetso vy' ivyo Abakristo bemera gusa; yamara ni ivyemezo nyakuri vy' ukwizerwa, akaba n' ibimenyetso vy' ubuntu bw' Imana n' urukundo idukunda kandi bigira akamaro cane; ivyo bimenyetso akaba ari vyo bitumenyesha ko Imana iriko ikorera muri twebwe, ikora mu buryo butagaragara, ikatugira bazima gusa, igatako ikanadukomeza kandi igashimangira Ukwizera kwacu.

Amasakaramento yategetswe n' Umwami wacu mu Butumwa bwiza ni abiri: ni iryo Kubatizwa n' iry' Ingaburo y' Umwami wacu.

Ivyo abandi bita Amasakaramento nk' iry' Ugukomezwa, iry' Ikigongwe, iry' Ukurobarura Abapasitori, iry' Ugushingira kweranda, n' iry' Isiga ry' abarwaye, ivyo ntibikwiye kwitwa Amasakaremento yo mu Butumwa Bwiza, kuko bimwe muri vyo vyazanywe n' abakurikiza nabi ivyo Intumwa za Kristo zahora zigira, ahandi na ho bikaba uburyo bwo kubaho bwemerwa n' Ivyanditswe Vyeranda, ariko ntibisangiye akarangabwami n' Amasakaramento y' Ibatisimu, n' Ingaburo y' Umwami wacu, kuko bidafise ikimenyetso kigaragara canke ngo umugirwa wayo ube wategetswe n' Imana.

Kristo ntiyashinze Amasakaramento ngo abe ukuryosha ibirori, canke ngo abe ayo kugirwa uva aha uja hariya, ariko yayashinze kugira ngo tuyakoreshe neza uko bikwiriye. Abayahabwa rero mu

buryo bukwiriye ni bo bonyene agirira akamaro akabashikana ku rukiza. Ariko abayahabwa uko bidakwiriye bibazanira gutsindwa n' urubanza nk' uko Paulo Mweranda yabivuze.

**Ingingo ya 26: Ivy' Abagabura ivy' Imana naho boba abanyangeso mbi ntivyobuza Amasakaramento guhesha abantu ubuntu bw' Imana**

Naho mw' Ishengero riboneka hama harimwo ababi n' abeza, kandi rimwe rimwe ababi bagashobora kuba bafise bwa bubasha buhambaye bwo kugabura Ijambo ry' Imana no gutanga Amasakaramento, yamara rero, kubera ko ivyo batabikora mw' izina ryabo, ariko bakabikora mw' Izina rya Kristo yabatumye akabibahera n' ububasha, turashobora kwemera kwisunga Ijambo ry' Imana bigisha no kwakira Amasakaramento batanga. Ububi bwabo ntibushobora gukuraho ivyiza biva mu cagezwe ca Kristo, kandi ntibushobora kugabanya ubuntu bw' ingabirano z' Imana ku bakira bizeye, kandi bakira mu buryo bubereye Amasakaramento bahabwa n' abameze batyo; kuko igituma ayo Masakaramento atuzanira ivyiza ari uko ari icagezwe ca Kristo rikaba n' isezerano ryiwe, naho abayatanga boba abanyangeso mbi.

Ariko naho bimeze bityo, kubwo kugomba yuko Ishengero rirongorwa neza, birakwiye yuko abo barangura amabanga y' Imana ari babi, bobarondera, bagashirwa imbere y' intahe n' abazi ibicumuro vyabo, maze batsinzwe bagakurwa mu bikorwa vyabo hakurikijwe ubutungane.

**Ingingo ya 27: Ivy' Ibatisimu**

Ibatisimu si ikimenyetso kigaragaza ivyo twizera gusa, canke co kwerekana itandukaniro ry' Abakristo n' abatarabatizwa; ahubwo ni n' ikimenyetso co kuvuka ubwa kabiri, kizanira abagihabwa mu buryo bubereye gufatana bwome n' umubiri w' Ishengero; Ibatisimu kandi ni ikimenyetso kiboneka, cemeza amasezerano yo guharirwa ibicumuro vyacu, n' ic' ukwemeza yuko duhindutse abana b' Imana kubwa Mpwemu Mweranda; Ibatisimu

idukomereza Ukwizera, kandi ikatugwiriza ubuntu bw' Imana kubw' isengesho dutura Imana.

Ibatisimu y' abana ni umugenzo udakwiye guhara na buhorobuhoro mw' Ishengero kuko uhuye rwose n' icagezwe ca Kristo.

**Ingingo ya 28: Ivy' Ingaburo y' Umukama wacu**

Isangira Ryeranda si ikimenyetso c' urukundo gusa abakristo bakwiriye kugiriranira; ahubwo ni n' Isakaramento ryo Gucungurwa kwacu twaronse kubw' urupfu rwa Kristo: ku buryo bw' uko abaryakiriye mu buryo bukwiye, bubereye, kandi bakaryakirana ukwizera, Umukate tumanyagura uba ugusangirira hamwe umubiri wa Kristo; n' Igikombe c' Umuhezagiro na co nyene kikaba ugusangirira hamwe amaraso ya Kristo.

Inyigisho ivuga yuko Umukate n' Umuvinyu bihinduka rwose bikaba umubiri n' amaraso vya Kristo, ntishingirwa intahe n' Ivyanditswe Vyeranda ariko inyuranya rwose n' Amajambo yo muri vyo, igatitura akamaro k' iryo Sakaramento kandi ni yo nyanduruko y' imigenzo myinshi mibi n' ivyo bamwe bizera bitagira mvura.

Umubiri wa Kristo utangwa mw' Isangira Ryeranda, wakirwa kandi ugafungurwa mu buryo bwo mw' ijuru kandi bw' Impwemu gusa. Ukwizera ni bwo buryo uwo Mubiri wa Kristo wakirwamwo, ugafungurwamwo mu gihe c' Isangira Ryeranda.

Ntaho Yesu Kristo yigeze ategeka ko Isakaramento ry' Ingaburo y' Umwami wacu ryobikwa (umukate n' umuvinyu bisigaye bihezagiwe) canke ngo rizereranwe, canke ngo rishirwe hejuru, canke ngo risengwe.

**Ingingo ya 29: Ivy' uko abanyavyaha batihanye badahabwa umubiri wa Kristo mu Ngaburo y' Umukama wacu**

Naho Abanyakibi n' abadafise ukwizera kuzima, kubw' umubiri baboneka binovora rwose Isakaramento ry' Umubiri n' Amaraso vya Yesu Kristo (nk' uko Augustino Mweranda yabivuze), ntibaba basangiye Yesu Kristo namba na gatoya; ahubwo baba bariko

barya kandi banywa ibibazanira gutsindwa n’ urubanza, ari vyo vy’ ico kimenyetso canke iryo Sakaramento ry’ igiciro kitagira uko kingana.

**Ingingo ya 30: Ivy’ uko abakristo bose bakwiriye kugaburirwa Umukate n’ Umuvinyu**

Abakristo b’ abalayike ntibakwiriye kubuzwa kunywera ku Gikombe c’ Umukama wacu, kuko ukurikije uko icagezwe n’ itegeko vya Yesu Kristo bivuga, Abakristo bose, atawuvuyemwo bakwiriye guhabwa ku Mukate no ku Muvinyu vyose uko ari bibiri, vyo bigize Isakaramento ry’ Umukama wacu. Bikwiriye kugaburirwa abakristo bose nk’ uko Kristo yabishinze.

**Ingingo ya 31: Ivy’ Ikimazi ca Kristo catangiwe ku musaraba**

Ikimazi ca Kristo catanzwe rimwe ni co ncungu n’ impongano n’ iciru bitagira agasembwa bishobora gukuraho ivyaha vyose vy’ abari kw’ isi bose, ari ivy’ ivyaha vy’ inkomoko n’ ivyo bakoze ubwabo; kandi nta yindi mpongano y’ icaha iriho nk’ iyo. Ni co gituma ibimazi vy’ i Misa abantu bamwe bavuga yuko Umusaseredoti ahereza aba ariko arahereza Yesu Kristo kubw’ abazima no kubw’ abapfuye kugira ngo abaronkere ikigongwe ari ukurogota n’ ugutukisha Imana, n’ uruhendo rwa Satani ruzanira abantu ivyago.

**Ingingo ya 32: Ivyo gushingirwa kw’ Abakuru b’ Ishengero**

Nta bwirizwa ry’ Imana ribwiriza baba Abepisikopi, Abapasitori, canke Abadiyakoni gusezerana kumara igihe ari abasore canke inkumi, canke ngo ribabuze gushingiranwa mu mubano mweranda. Ni co gituma bemererwa kurongora co kimwe n’ abandi bakristo bose, iyo babigomvye kandi bakabona vyobafasha kurushiriza kwubaha Imana.

**Ingingo ya 33: Ivyo kwirinda abirukanywe ku ruhimbi rw' Umukama wacu**

Iyo Ishengero riciriye umuntu urubanza rumukwiye, agakurwa mu bumwe bw' Ishengero, agahagarikwa kwegera uruhimbi rw' Umukama wacu, abizera Kristo bose bakwiriye kumufata nk' umupagani gushika yihanye agasubiza hamwe n' Ishengero icese akagarukanwa muri ryo n' Umucamanza abifitiye ububasha.

**Ingingo ya 34: Ivy' Imigenzo Ishengero ryarazwe n' aba kera**

Imigenzo Ishengero ryarazwe n' Abakera hamwe n' uburyo bwose bwo gusenga mw' Ishengero ntibikwiye na mba kuba bimwe mu bihugu vyose, kuko mu bihe vyose iyo migenzo yamye itandukana kandi yamye ihindurwa hakurikijwe uko ibihugu, ibihe n' imigenzo y' abantu bitandukana; igikuru ni uko ata cotegekwa kinyurana n' Ijambo ry' Imana. Umuntu ni yarenga ku migenzo y' Ishengero itanyuranye n' Ijambo ry' Imana yashizweho kandi igashimwa n' abakuru bemerwa na bose, ivyo akabigira abizi kandi avyitumye, uwo muntu akwiye guhanwa icese kugira ngo abandi batinye gukora nka we kuko aba yononye imigenzo y' Ishengero yemerwa na bose kandi aba agararije abakuru, agakomeretsa n' imitima y' abadakomeye.

Ishengero ryose mu gihugu ico ari co cose rifise ububasha bwo kwongerako, guhindura, canke gukurako ku migenzo y' Ishengero yashinzwe n' Abakera, igihambaye ni uko bikorwa mu buryo bwo gukomeza Ishengero.

**Ingingo ya 35: Ivyo kwigisha mw' ishengero**

Igitabo ca kabiri c' imitwe mikuru mikuru y' ivyo kwigishirizwa mw' Ishengero twanditse amazina yavyo aha hepfo, kirimwo kwigisha kuzima, guhesha Imana icubahiro, gukenewe cane muri iki gihe. Kandi n' igitabo ca mbere c' ivyo kwigisha mw' Ishengero canditswe ku ngoma ya Edouard VI (1547-1553) na co kirimwo kwigisha kwiza. Ni co gituma abagabura ivy' Imana bakwiye gusoma ibi bikurikira mu rusengero babishizeko umwete kugira ngo abantu babitahure neza.

**Amazina y' ivyo dukwiye kwigisha:**

1. Ugukoresha Isengero neza.
2. Ivyago vyazanywe no gusenga amashusho.
3. Gusana insengero no kuzibungabunga.
4. Ibikorwa vyiza: Cane cane kwisonzesha.
5. Kubuza inda ndende n' akaborerwe.
6. Kubuza gushazisha cane cane ivyambarwa.
7. Gusenga.
8. Imyanya yo gusengerwamwo n' igihe cavyo.
9. Amasengesho yo mw' isengero n' amasakaramento bikwiye kuvugwa mu rurimi rwumvikana.
10. Ijambo ry' Imana rikwiye gusonerwa.
11. Gufasha aboro.
12. Kuvuka kwa Yesu Kristo.
13. Urupfu rwa Kristo.
14. Kuzuka kwa Kristo.
15. Kwakira Isakaramento ry' umubiri n' amaraso vya Kristo uburyo bukwiriye.
16. Ingabire za Mpwemu Mweranda.
17. Ivyo kwigisha mu misi y' imbere y' Ukuduga.
18. Gushingira kweranda.
19. Kwihana.
20. Ibitubuza kugira ubute.
21. Ibitubuza kugarariza abaganza.

**Ingingo ya 36: Ivyo kurobanura Abepisikopi n' abagabura ivy' Imana**

Igitabo kirimwo amajambo yo guhezagira Abepisikopi n' ayo kurobanura Abapasitori n' Abadiyakoni canditswe kikemezwa n' Inama nkuru y' Ishengero ry' Ubwongereza mu 1792, kirimwo ibikenewe vyose vy' uko guhezagira no kurobanura. Nta jambo na rimwe ririmwo ridakenewe canke ridafise akamaro canke rinyuranye no kwubaha Imana. Ni co gituma twemeza ko abarobanuwe bose mu buryo bwemerwa n' ico gitabo, kuva ico gihe gushika ubu hamwe n' abazorobanurwa muri ubwo buryo bose baba barobanuwe mu rutonde rukwiriye, kandi nk' uko amabwirizwa yavyo abitegekanya.

**Ingingo ya 37**: **Ivy' abategeka ibihugu**

Ububasha bw' Abategeka ibihugu mu vy' intwaro kuri iyi si bushika ku bantu bose ari abanyeshengero n' abatari bo; ariko ntabubasha bagira mu vy' impwemu. Turemera rero yuko abavugabutumwa bose bategerezwa kwubaha, no kubahiriza abaganza bashizweho mu buryo bukwiriye no mu butungane.

**Ingingo ya 38**: **Ivy' itunga n' ibintu vy' abakristo si ivya rusangi**

Itunga n' ibintu vy' Abakristo si vya rusangi ngo abandi Bakristo babikoreshe uko bagomvye nk' uko bamwe mu babatiza abantu ubugira kabiri babesha. Yamara n' aho bimeze bityo umuntu wese akwiye gufasha abakene cane cane mu vyo afise uko abishoboye.

**Ingingo ya 39: Ivy' indahiro z' abakristo**

Turemera yuko Umukama wacu Yesu Kristo na Yakobo intumwa yiwe babujije abakristo kwihutira kurahira mu vy' ubusabusa.

Ariko kandi turemera yuko Idini Rukristo ritabuza umukristo kurahira kubw' ubutungane n' urukundo iyo abitegetswe n' umucamanza kandi indahiro arahira ibe ishimikiye mu vy' ukuri, izana urubanza rukwiye nk' uko wa muvugishwa n' Imana yabivuze. *(Yer. 4:2)*

# XXII. IVYONGEWEKO

## i. GUSENGERA HAMWE KW' ABO MU MURYANGO

### A. GUSENGA KWO MU GITONDO

***Umukuru mu rugo canke uwundi wese yagenywe ngo abikore, akwiye gukoraniriza hamwe abantu bose bari muri uwo muryango, bapfukamye, basengere hamwe Data wa twese.***

***D**ata wa twese uri mw' ijuru, izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw' isi nko mw' ijuru. Uduhe ivyo kurya bidukwiriye uyu musi, utubabarire ibicumuro vyacu, nk' uko natwe tubabarira ababitugirira, ntutureke ngo tuje mu bitwosha nabi, yamara udukize wa mubi; kuko ari wewe ugaba vyose, ukaba Nyene inganji n' icubahiro, mu myaka yose. Amen.*

***Aha bashobora gusenga isengesho ryagenewe uwo musi hanyuma bagaca bavugira hamwe icubahiro c' Imana.***

***I**cubahiro kibe ica Data wa twese, n' ic' Umwana, n' ica Mpwemu Mweranda: Nk' uko cari ubwa mbere na mbere n' ubu ni ko kiri, ni ko kizohora kiba ibihe vyose. Amen.*

### Gukengurukira Imana

**M**ana uhoraho kandi ushobora vyose, wewe dukesha ubuzima, ukugendagenda n' ukubaho, turagukengurukiye cane ko watuzigamye kuva tugitangura kubaho kugeza uyu musi, na cane cane kubona waturinze ivyago vyose vyari kudushikira muri iri joro rikeye. Kubera ivyo vyiza vyose watugiriye, turagushemagije, turahimbaje Izina ryawe ry' icubahiro, tukagusaba twicishije bugufi ngo wakire ibimazi vyacu vy' ukugutazira n' ukugukengurukira, tugushikirije muri iki gitondo; mw' izina rya Yesu Kristo, yabambwe, agahambwa kandi akatuzukira. Amen.

## Gusaba Imana gushitsa ivyo twiyemeje

**M**ana yacu, turakwinginze twicishije bugufi ngo ugire ikigongwe kubw' intege nke zacu, kandi uduhe gutabarwa kuva kuri Mpwemu Mweranda imisi yose; kugira ngo twame tuja kure y' icaha, kandi dushobozwe nawe gukora ivyo dutegerezwa kuri uyu musi. Nushire mu mitima yacu ugutinya imanza zawe, twame tugira ubwoba n' isoni vyo kugucumurako, kandi uduhe umutima wo gukenguruka ukugira neza wama utwereka. Kandi cane cane, wame utwibutsa wa musi uhambaye, aho tuzotegerezwa kubazwa ivyerekeye ivyo vyiyumviro vyacu, amajambo tuzoba twaravuze n' ivyo tuzoba twarakoze, tubibazwa n' uwo washizeho kuba Umucamanza w' abariho n' abapfuye, Umwana wawe, Yesu Kristo, Umukama wacu. Amen.

## Gusaba Imana kuturinda no kuduhezagira

**T**urakwambaje cane cane ngo utugirire ubuntu bwawe n' ukurindwa kwawe kuri uno musi dutanguye. Uduhe kwerekana ubwitonzi mu bintu vyose, no kugira umwete mu bikorwa vyacu ivyari vyo vyose. Nuduhe ukwihanganira ibitubabaza, n' ubuntu bwo kuba intungane no kwitandukanya n' ikibi mu vyo dukora, uduhe gutekanirwa no kuba abanyamahoro, uduhe kuba abanyembabazi nyinshi, kandi twame twiteguriye igihe cose kugirira neza abantu bose uko tubishoboye kandi uko tubonye akanya. Nuturongore mu nzira zacu zose kandi uturinde ivyago vyose vyodutera, n' ayandi mahano ayo ari yo yose. Turakwinginze ngo udushire mu bwihisho bwawe, uhadukingirire twe n' abo dukunda bose. Tugusavye ivyo vyose kandi uduhe n' ibindi vyose ubona wewe ko bikenewe kandi bibereye, kubwa Yesu Kristo, Umukama wacu, akaba ari we aduhuza nawe. Amen.

**U**buntu bw' Umwami wacu Yesu Kristo, n' urukundo rw' Imana, n' ubumwe buva kuri Mpwemu Mweranda, bibane natwe twese imyaka yose. Amen.

## B. GUSENGA KWO KU MUGOROBA

***Umukuru mu rugo canke uwundi wese yagenywe ngo abikore, akwiye gukoraniriza hamwe abantu bose bari muri uwo muryango imbere yuko baja kuryama, bapfukamye, basengere hamwe Data wa twese.***
***Bashobora gutangura gusoma igisomwa co mu Vyanditswe Vyeranda, bakavugana kuri iyo mirongo n' uburyo yokwirikizwa; kandi bashobora no kuririmba indirimbo nk' uko bavyifuza.***

***D**ata wa twese uri mw' ijuru, izina ryawe nirishemezwe, ubwami bwawe nibuze, ivyo ushaka nibigirwe kw' isi nko mw' ijuru. Uduhe ivyo kurya bidukwiriye uyu musi, utubabarire ibicumuro vyacu, nk' uko natwe tubabarira ababitugirira, ntutureke ngo tuje mu bitwosha nabi, yamara udukize wa mubi; kuko ari wewe ugaba vyose, ukaba Nyene inganji n' icubahiro, mu myaka yose. Amen.*

### Kwatura ivyaha

***M**ana nyene ikigongwe, amaso yawe nta co ashobora guhishwa, kandi wasezeraniye guharira abatura ivyaha vyabo bose bagaheza bakabiheba; turaje imbere yawe twicishije bugufi, dufise umutima ugaragaza ko tutabereye, turemeye ukuntu twagiye turenga kenshi Ivyagezwe vyawe bigororotse.*

***(Aha habe agacerere kugira ngo umwe wese aronke akaryo ko kwatura mu mpisho ivyaha n' amakosa yakoze ku murango.)***

Mana ugira neza, ntugomba ko umunyavyaha apfa; nuturabane imbabazi n' ikigongwe, turakwinginze, kandi usibanganye ibigabitanyo vyacu vyose, uduhe umutima utahura ububi bwose buri muri twebwe, hanyuma uduhe ukwihana nyakuri kugira ngo tubone kuronka ikigongwe kiva iwawe, wewe wama witeguye kwakira abanyavyaha bicisha bugufi kandi bihana vy' ukuri; kubw' urukundo rw' Umwana wawe, Yesu Kristo, Umukama wacu. Amen.

## Gusaba Ubuntu bwo guhinduka

**M**ana yacu turagusavye uduhe Mpwemu wawe Mweranda ngo aturongore kugira ngo ntidusubire kurwa mu vyaha kubera ubunyantege nke bw' imibiri yacu, canke kubw' ibigeragezo biduhanze. Nuhindure ibintu vyose bibi biri mu mitima yacu kugira ngo ntidusubire kugira iciyumviro na kimwe gihumanye, canke imigambi yodutsindisha, canke ukwipfuza kwose kubi. Dukuremwo ukwipfuza n' ububi bwose, kugira ngo izuba ntirirenge tugishavuye. Wame udufasha kugira ngo imisi yose ku mugoroba twame turuhuka twumva turi mu mahoro, dufise urukundo, dufise umutima utatwagiriza ko twagucumuyeko, canke ko twacumuye ku bantu, hanyuma rero utuzigamire mu bweranda ata co twiyagiriza kugeza aho Umukama n' Umukiza wacu, Yesu Kristo, azogarukira. Amen.

## Gusabira abandi

**M**ukama, Nugirire ikigongwe Ishengero ryawe, kandi umuntu wese ari muri ryo, agukorere mu bwizigirwa mu muhamagaro wiwe no mu gikorwa ciwe. Nuhezagire abo bose badufiseko ububasha, komeza ubushobozi bwabo kandi ubarongore ku buryo bashobora guhana icaha n' ububisha, kandi bashobore gukomeza ineza mu bantu n' ukwubaha Imana nyakuri. Nuduhezagirire abavyeyi bacu, n' abagenzi bacu (***aha bashobora kuvuga amazina y'abo bashaka gusengera ku buryo budasanzwe ……….***), n' ababanyi bose: mu vy' imibiri n' ivy' umutima. Nusubirize mu nkoko abo bose batugiriye neza, kandi uharire abo bose batugiriye nabi canke boba baripfuje kutugirira nabi; ubahe ukwihana nyakuri n' umutima utekanye. Girira imbabazi abo bose bari mu marushwa, kandi ubahe ivyo bakeneye Mana y' imbabazi; kubw' urukundo rw' Umwana wawe Yesu Kristo, Umukama wacu. Amen.

**I**cubahiro kibe ica Data wa twese, n' ic' Umwana n' ica Mpwemu Mweranda: Nk' uko cari ubwa mbere na mbere n' ubu ni ko kiri, ni ko kizohora kiba ibihe vyose. Amen.

## Gukengurukira Imana

**M**ukama, turagukengurukiye ivyiza vyose utugirira; kuba turiho, kuba twiyumvira, ku zindi ngabirano zose uduha n' ubundi bubasha bw' umutima n' ubw' umubiri; kuba dufise amagara meza, kuba waraduhaye incuti n' abagenzi; kuba uduha ivyo dufungura n' ivyo twambara. Cane cane turahimbaza ikigongwe watweretse mu gihe warungika Umwana wawe mw' isi, kugira ngo adukure mu caha n' urupfu rw' ibihe vyose, no mu kuduha ugutahura ivyo dutegerezwa kugukorera. Turaguhimbaza kubw' ukwihangana utugirira imisi yose, naho twama twagucumuyeko. Turakuninahaza kubw' umuco wose utumurikishiriza; turaguhimbaza kubw' ugutabara kwawe n' uguhumuriza kwa Mpwemu Mweranda. None rero turakwingize ngo ukomeze kuduhundako imigisha yawe kandi utugirire ubuntu bwo gushobora kugaragaza ugukenguruka kwacu mu kwubaha bimwe bivuye ku mutima amateka y' Umwana wawe, Yesu Kristo, Umukiza wacu. Amen.

## Gusaba kurindwa mw' ijoro

**T**uragusavye Mukama ngo ukomeze kuturindisha ikigongwe cawe muri rino joro. Nuturinde ivyago vyose n' amarushwa twocamwo, kandi uturinde ubwoba bwodutera, kugira ngo tubone gusinzira itiro rituma turuhuka neza tugasubizwamwo ingoga, ejo tukazoshobora kurangura ivyo dutegerezwa gukora. Kandi utugirire ubuntu bwo kwama tumenya ibihe vyose ko turi abawe; kubwa Yesu Kristo,Umukama wacu. Amen.

**U**buntu bw' Umwami wacu Yesu Kristo, n' urukundo rw' Imana, n' ubumwe buva kuri Mpwemu Mweranda, bibane natwe twese imyaka yose. Amen.

## ii. ICETE KIGENA UMUPASITORI MUSHASHA AHANTU

**M**ukundwa cane muri Kristo Yesu, Pasitori ……………………........., Turakuramukije!

**T**webwe ………., Umwepisikopi wa Diyoseze ya ………. nk' uwo twizigiye, mu bumenyi, n' umwete, n' inyigisho zitagira agasembwa n' ubwitonzi, turakwemereye kandi turaguhaye Ububasha ngo urangure ibikorwa vy' Ubupasitori muri iyi paruwasi (***canke isengero***) ya ..........

Kandi turagushikirije muri iyi Paruwasi nyene, ufise ubushobozi bukwiye bwo kurangura ibikorwa vyose vy' Ubupasitori mu bagize iyi paruwasi, mu gihe cose uzoba ukiri kumwe natwe kandi wubaha ingingo ngenderwako z' Ishengero n' amategeko yaryo, no mugihe uzoja urakurikiza ivyo tuzoja turakumenyesha vyose, biciye mu mategeko.

Ubaye Umupasitori mukuru w' iyi paruwasi (***canke isengero***) ya .......... ashizweho hisunzwe amategeko; utegerezwa kuragira iki gice c' ubusho bw' intama za Kristo ujejwe, utabikoreshwa no kunezereza abantu, ariko wama wibuka ko aha kw isi ari twebwe uzotegerezwa gushikiriza ivyo ukora, kandi ko nitwamara kuva muri iyi si uzobazwa ivyo wakoze n' Umwungere wacu Mukuru, kandi ari we Mucamanza wa twebwe twese ahambaye.

Kandi nk' uko Ijambo ry' Imana rivuga ko umwungere atungwa n' ubusho aragiye, turakumenyesheje ko ufise uburenganzira bwo kuronka ibigutunga bigenewe Umupasitori bivuye muri paruwasi urongoye, kugeza aho hazobonekera igituma canke ibituma bikomeye bikagutera kuba utagishoboye kurangura ibikorwa vy' Ubupasitori muri iyi paruwasi; ivyo na vyo ukazobitumenyesha mu buryo bisanzwe bigenda.

Tukaba rero dushize umukono wacu kuri iki cete kandi dushizeko ikidodo c' Ubwepisikopi.

Bigiriwe i .......... italiki .......... ku musi wa …....... mu mwaka w' Ubuntu wa .......... akaba umwaka ugira .......... duhezagiriwe Ubwepisikopi.